Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

EQUIPPING CHURCH LEADERS
• EAST AFRICA •

# IGITABU C’IVYAHISHURIWE YOHANA

**Canditswe na**

**Jonathan M. Menn**

**B.A., University of Wisconsin-Madison, 1974**
**J.D., Cornell Law School, 1977**
**M.Div., Trinity Evangelical Divinity School, 2007**

**Gushoboza abarongozi b’amashengero muri Afirika y’ubuseruko**
**3701 N. Gillett St., Appleton, WI 54914**
**(920) 731-5523**
**jonathanmenn@yahoo.com**
**www.eclea.net**

Kigarama 2017

Igitabu c’ Ivyahishuriwe Yohana ni igitabu ca mbere kidatahurika neza kandi abantu bakoresha nabi mu bindi bitabu vyose bigize Bibiliya. Ariko n’ubwo bimeze birtyo, ni igitabu ngirakamaro kuruta ibindi vyose bigize Bibiliya. Ivyahishuriwe Yohana harimwo nk’incuro 630 aho kivuga ku vyabaye mw’Isezerano rya Kera. Candikiwe ishengero, kirungikirwa ishengero kandi kivuga kw’ishengero kandi riboneka muri ico gitabu cose mu buryo bw’ikigereranyo. Ni co gifatanije kandi gishira hamwe, kigaheraheza Bibiliya yose. Igitabu c’ Ivyahishuriwe Yohana canditswe kugira ngo gisigurire, gisobanurire ishengero ingene Imana iriko irakora mw’isi, gihamagarira Abakristo kwihangana no kwihanganira intambara barwana n’ububasha bw’umwiza kandi candikiwe ukuremesha n’ugutera intege abizera kuko Yesu Kristo yanesheje, kuko Yesu Kristo ari Intsinzi. Ico gitabu kirabaza ibi bibazo bikurikira: Mbega ico nshira imbere imbere y’ibindi vyose ni iki, nizera iki, nde kurusha ibindi vyose? Mbega Umwami wanje w’ukuri ni nde? Mu kuduha ingene Imana ibona ibintu mw’isi, Ivyahishuriwe Yohana bidufasha gutora amahinyu ibibano tubamwo hamwe n’ibikorwa muri ivyo bibano no mu mico kama.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

# IBIRI MWO


**I. Imero**……………………………………………………………………………………………….3
**A.** ***Ibaruwa (icete)***……………………………………………………………………………………..3
**B.** ***Ubuhanuzi, ubuvugishwa***…………………………………………………………………………...3
**C.** ***Ivyahishuwe***……………………………………………………………………………………….4
**D.** ***Ivyo twokwisunga mu gusigura ibimenyetso, ibigereranyo mu Vyahishuriwe Yohana***………………...5

**II. Ubuhinga bwo gusigura no gusobanura ibivugwa mu Ivyahishuriwe Yohana**……………………….8
**A.** ***Abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere***………………………………….....8
**B.** ***Abafatira, abasesanguzi bafatira ku vyabaye muri kahise***……………………………………….....10
**C.** ***Abavuga ko igitabu c'Ivyahishuwe kivuga kuri kazoza***…………………………………………….11
**D.** ***Ababona igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana nk'ibigenenetso*** …………………………………….....12
**E.** ***Incamake y'ubwo buhinga bwose uko ari bune bwavuzwe aho hejuru*** …………………………….12
**F.** ***Abavuga yuko ico gitabu cerekeranye n'abatoranijwe*** ………………………………………………13

**III. Ibihe amashengero ya mbere yarimwo mu mpera y'ikinjana ca mbere**…………………………...14
**A.** ***Ubwami n'umuco kama*** ……………………………………………………………………………14
**B.** ***Ikibazo c'uguhamwa*** ………………………………………………………………………………14
**C.** ***Ingorane z'imbere mw'ishengero*** ……………………………………………………………........15

**IV. Intumbero n'ibintu nyamukuru bivugwa** …………………..……………………………………….15
**A.** ***Gusigurira ishengero ingene Imana iriko irakora mw'isi*** …………………..................................15
**B.** ***Guhamagarirwa kwihangana mu kunigana, mu kurwana n'ububasha bw'umwiza***…………………..15
**C.** ***Guhumuriza no gutera intege Abakristo kubera Kristo Yanesheje*** ……………………………....16

**V. Ukugene ico gitabu cubatswe**…………………………………………………………………..16
**A.** ***Ukudashoka gusobanurika, ubumwe, n'akamaro k'ukugene ico gitabu cubatswe***……………………16
**B.** ***Ukwisubiriza kw'amungane n'ivyiyumviro***……………………………………………………...17
**C.** ***Ukugene ibigize urufatiro rw'ico gitabu vyubatse***…………………………………………….....18
**D.** ***Ukugene ibintu vyanditswe*** ………………………………………………………………………..18
**E.** ***Incamake y'ukugene ibigize ico gitabu vyubatswe*** ………………………….……………………18
**F.** ***Uko vyubatse: bigenda bibangabanganye, bidakwirikirana uko nyene***……… ……….…………...20
**G.** ***Ivyah 1:19 hamwe n'ukugene ico gitabu cubatswe*** …………………………………………………26

**VI. Ishengero mu Ivyahishuriwe Yohana** ………...........................................................................27
**A.** ***Igitabu c'Ivyahishuriwe yohana candikiwe, candikwa kubera ishengero kandi candikwa kw' Ishengero***………………………………………………………………………………27
**B.** ***Akamaro k' Ivyahishuriwe Yohana mu gukoresha abantu bo mw'Isezerano rya Kera kugira ngo bavuge ishengero***…….……………………………………………………………………28
**C.** ***Ishengero mu Ivyahishuriwe Yohana: abantu nyamukuru n'ibigereranyo nyamukuru***……………..28

**VII. Incamake y'ivyiyumviro nyamukuru n'ibigabane bikuru bikuru**……………………………...46
**A.** ***Ivyah 1:1-20: Ibibanziriza*** ………………………………………………………………………46
**B.** ***Ivyah 2:1-3:22: Ivyete vyandikiwe amashengero ndwi*** …………………………........…………...46
**C.** ***Ivyah 4:1-5:14: Intebe y'inganji, igitabu (umuzingo), n'Umwagazi***…………………………………..48
**D.** ***Ivyah 6:1-8:5: Udushashara ndwi tumatanije igitabu***………………………………………………50
**E.** ***Ivyah 8:6-11:19: Inzavya ndwi***……………………………...........................................................55
**F.** ***Ivyah 12:1-15:4: Umugore, igisato, n'igikoko***………………………………………………………61
**G.** ***"Ibikoko" bivugwa mu Ivyah 11:7; 13:1-18; 14:9; 15:2; 16:2, 10, 13; 17:3-17; 19:19-20; 20:10***........64
**H.** ***Ivyah 15:5-16:21: Amateka akomoka ku nzavya ndwi*** ……………………………………………...71
**I.** ***Ivyah 17:1-19:10: Ugucirwa kw'iteka kwa nyuma kwa Babuloni*** ……………………………………..73
**J.** ***Ivyah 19:11-21: Ukuza kwa kabiri kwa Yesu Kristo, ukugaruka kwa Yesu Kristo***……..........................79
**K.** ***Ivyah 20:1-15: Ukubohwa kwa Satani, inganji y'abera, ugucirwa kw'iteka kwa Satani, hamwe n'uguca imanza kwa nyuma*** ……………………………………………………………...82
**L.** ***Ivyah 21:1-22:5: Ijuru risha n'isi nsha: Yerusalemu Nsha*** ………………………………………92

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**M.** ***22:6-21: Amajambo yo guherezako*……………………………………………………………..……..97**

**VIII. <u>Ivyahishuriwe Yohana bibohera hamwe Bibiliya yose kandi bigaheraheza Bibiliya yose</u>…….98**
**A.** ***Irema risha ryo mu Ivyahishuwe rifitaniye isano n'irema rya mbere ryo mw'Itanguriro*…………...98**
**B.** ***Irema risha ryo mu Ivyahishuwe rirengeye irema rya mbere ryo mw'Itanguriro*.................................98**

**IX. <u>Ingaruka z'igitabu c' Ivyahishuriwe Yohana</u> ………………………………………………….....99**

**<u>AHO TWAVYABUYE</u> ………………………………………………………………………………100**

**<u>UMWANDITSI</u>……..………………………………………………………………………………107**

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

# Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana

## I. Imero

Mu buryo bugaragara abasiguzi bose barazi yuko Ivyahishuriwe Yohana bigizwe n'ubwoko butatu: Icete; ubuhanuzi; hamwe n'ivyahishuwe (Osborne 2002: 12). Ubwo bwoko bwashizwe hamwe bugira igitabu kimwe. Ni co gituma, "uko benshi babibona ni uko Ivyahishuwe ari 'ubuhanuzi bwavuzwe mu buryo bw'ivyahishuwe maze bukandikwa mu buryo bw'icete" kugira ngo buhimirize ababwandikiwe guhindura ingendo n'ingeso biciye mu kuri kurengeye kw'ubutumwa bubonekera muri ico gitabu" (Beale 1999: 39).

### A. *Ibaruwa (icete)*

"Ivyahishuriwe Yohana vyanditswe mu buryo bw'icete (1:4-8 na 22:10-21). Ubu buryo bemezanijeko bwonyene butuma ibiri muri iki gitabu biboneka nk'ivyahishuwe. Ibibanziriza ico gitabu (1:4-8) birimwo ibigenga, ibiranga icete—uwakirungitse, aho aba, intasho, indamukanyo, hamwe n'utundi twongeweko. Ivyaje mu nyuma (22:10-21), mu buryo icete ciza ca kera candikwa, gipfunyapfunya ivyavuzwe vyose muri ico gitabu canke icete, co kimwe no kwemeza Yohana nk'umwanditsi yahishuriwe ivyo n'ijuru." (Pate 1998a: 12) Akamaro k'insiguro y'Ivyahishuriwe Yohana k'uko ari icete ni uko ico gitabu canditswe kugira ngo gitahurwe kandi kigire ico kivuze ku bantu bo mu kinjana ca mbere candikiwe. Ni co gituma, abantu bavuga yuko Ivyahishuriwe Yohana "ari imvugo y'ibanga" ikoreshwa ku bizoba imbere y'ukuza kwa kabiri kwa Kristo, inyuma y'imyaka ibihumbi n'ibihumbi y'ikinjana ca mbere atari ukuri.[1]

### B. *Ubuhanuzi, ubuvugishwa*

Hose ku ntango no kw'iherezo ry'ico gitabu Yohana yita Ivyahishuwe igitabu c'ubuhanuzi, "ukuvugishwa n'Imana" (**Ivyah 1:3; 22:7, 10, 18, 19**). Ibindi bisomwa bivuga ku bavugishwa n'Imana canke abantu bavugishwa (**Ivyah 2:20; 10:7; 11:3, 6, 10, 18; 16:6; 18:20, 24; 19:10; 22:6, 9**). Ibi ntibisigura yuko Ivyahishuriwe Yohana vyerekeranye na kazoza gusa. Nk'akarorero, **Ivyah 10:11** na **11:3** hose hakoresha ijambo "kuvugishwa." Yamara, aho hose iryo jambo risigura kuvuga ijambo, ibikorwa vy'ukugororoka hamwe n'amateka y'Imana mu buryo bunyuranye n' "ukubura kazoza."

Dutegerezwa kwibuka ibikuru vy'akamere k'ubuhanuzi bwa Bibiliya, mu yandi majambo, imburi y'amateka, ibihano, n'uguca imanza hamwe n'imburi z'agakiza zagenewe guhindura ingeso z'abantu. Ivyo kandi ni ukuri no ku Vyahishuriwe Yohana.[2] Ko ico gitabu cose kivuga kuri kubu, cari candikiwe kugirira akamaro abantu bo mu gihe ca Yohana mu kinjana ca mbere kandi catunganijwe mu buryo bw'uko kigira inkwirikizi ku ngeso z'abasomyi, kumbure twobifatira ku kugene hose mu ntango (**Ivyah 1:3**) no ku mpera (**Ivyah 22:7**) uwusoma ahamagarirwa "kwumva no kwumvira" amajambo yavugishijwe. Ni co gituma, nk'uko biri ku kuvugishwa dusanga muri Bibiliya, ibigize ukuvugishwa mu Vyahishuriwe Yohana bigaragaza akamere k'Imana n'intumbero yayo mu vyariko biraba muri ico gihe mu mashengero, bigaragaza ingene intumbero nyamukuru y'Imana yerekeranye n'ibiriko biraba uyu musi kandi bigasaba yuko abantu bagira ico babikozeko. Ko igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana cagenewe gutahurwa n'abantu bo mu kinjana ca mbere mu gihe ca Yohana bigaragarira mu **Ivyah 22:10** havuga ibi "*Ntumatanishe ishashara n'ikimenyetso amajambo avugishijwe n'Imana yo muri iki gitabu; kukw igihe kiri hafi.*" Ivyo binyuranye n'ibivugwa muri **Dan 8:26** aho Daniyeli abwirwa ati *"Ariko ugumize ivyo weretswe muri ntibate kukw ari ibizoba hahise igihe kirekire."*

---

[1] "Dusomye uko vyanditswe nyene mu Ivyahishuwe nk'igitabu c'imvugo ifobetso mu kumenya amakarata y'ibihugu muri kahise ni uguhirika no gusoma ukutari kwo ubwo butumwa" (Stylianopoulos 2009: 31). Richard Bauckham abona yuko abasigura Ivyahishuriwe Yohana mu buryo bw'ibiringo mu vyabaye vyose badatahura canke batahura nabi imero y'ubuhanuzi ubwabwo: "Ni co gituma, abasigura bafatiye ku vyabaye, babona yuko mu buhanuzi buvugwa muri Bibiliya ko ari imvugo ifobetse y'ibintu bizoba mu myaka n'ibinjana bvyinshi bizokurikira kurusha uwo nyene kubihanura, ntibatahura ko ubwo buhanuzi buguma bufise ico buvuga mu kwiyobagiza kubaza ico bwasigura ku babwumvise ubwa mbere canke ku bo bwavugako ubwa mbere" (Bauckham 1993b: 152-53).

[2] "Ivyah vyerekana ko ivyavuzwe bwari ubuhanuzi mu vy'ukuri bwo mw'ishengero rya mbere ry'Abakristo. . . . aho imvugo n'inyigisho z'abakristo ba mbere zashingira cane ku gusigura no kugaragaza, canke ugushira ahabona ivyanditswe n'imigenzo, ubuhanuzi bw'Abakristo bo mw'Ishengero rya mbere bwavuga ku kuzoca imanza, ku bihano canke ku gakiza" (Schüssler Fiorenza 1980: 109). Ivyo David Aune yasuzumye ku "vyete ndwi vyandikiwe amashengero ndwi" (**Ivyahishuwe 2-3**) vyerekana "ijambo ry'ubuhanuzi iryo igice nyamukuru c'ivyavuzwe ndwi canke amatangazo ndwi asa ahanini n'agakiza–amajambo y'imburi canke ukubura guca imanza, ubuhanuzi bwavuzwe ku bari barasubiye mu gihugu ca Isirayeli bavanywe mu bihugu bari barambukanywemwo ari inyagano" (Aune 1983: 277; raba kandi Ulfgard 1989: 13; Schüssler Fiorenza 1991: 46-47; Schnabel 2011: 13).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**C. *Ivyahishuwe***

Ivyahishuwe ni ubundi bwoko budasanzwe bw'ukuvugishwa. "Bikwiriye gutahurwa neza mu buryo bw'ivyahishuwe, ivyamenyekanishijwe, ivyashizwe ahabona nk'uburyo bwo kurwiza ivyavugishijwe. . . . Ivyahishuwe ntibitegerezwa kuboneka nk'uko bitandukanye cane n'ivyavugishijwe, ivyahanuwe canke ubuhanuzi, nubwo harimwo uduce duce twinshi tuboneka mu vyavugishijwe." (Beale 1999: 37) "Mu gutandukanya ivyahishuwe n'ukuvugishwa, itandukaniro nyamukuru ryerekeranye uburyo ubutumwa bushikirizwa. Ijambo ry'ubuhanuzi bw' "ijambo ry'Uhoraho" rizana uguhishura biciye mu ndoto, no mu kwerekwa. Ibigereranyo, ibimenyetso, ibishusho, ibiharuro—biboneka mu bisomwa bivuga ku buhanuzi, arikwo kuvugishwa—guca kwigaragaza, kukaboneka mu buryo bw'ido n'ido mu vyahishuwe, kumbure vyari binyegejwe. Ibisomwa bihishuwe rimwe na rimwe bishira umuco bigasigura ukundi gushasha ukuvugishwa kwaja kwarabaye, kwarashikirijwe. . . . Ikintu nyamukuru kurusha nubwo biri uko ni uko binyuraniye ku mforo y'ubutumwa. Abavugishwa n'Imana bavuga ibikorwa vy'Imana yariko irakorera muri kahise no mu vyariko biraba. Abavuga ivyahishuwe berekana imbere y'igihe ko Imana izokwisidukira, ikihagurukira ubwayo mu mperuka n'inyuma ya kazoza na kahise na kubu." (Green 1984: 62) Ijambo rya mbere ryo mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, *apokalupsis* (uguhishura, ivyahishuwe), ryerekana yuko ico gitabu kiri mu bwoko bw'ivyahishuwe. Ivyo vyemezwa kandi bikagaragazwa n'ivyo uwashize ahabona ico gitabu yeretswe, n'ibimenyetso bigaragara muri ico gitabu cose.[3]

1. <u>Ibigize ico gitabu ni ibimenyetso, ibigereranyo, ibishushanyo.</u> Ivyahishuwe, uguhishurwa kwose, guhera ku **Ivyah 1:1** hakoresha ico bita *sēmainō* ("kuvuga mu buryo bw'ibigereranyo, bw'ibimenyetso") na *deichnumi* ("kubona, kwerekwa"), hamwe n'amajambo aguma agaruka y'intangamarara "Mbona" canke ayandi majambo ashusha n'ayo (**Ivyah 4:1; 12:1-3; 13:1-3; 14:1; 17:1-3**, **20:1**) yerekana "akamere gasanzwe k'ukuganira, k'ugushikiriza amakuru" (Beale 1999: 973). "Ivyahishuriwe Yohana 1:1 hasubiramwo canke havuga nko ku bivugwa muri Daniyeli 2:28-29, 45 [bica] vyemeza yuko ngaha iryo jambo risigura ata nkeka 'bigereranywa, bishushanywa.' . . . Muri uwo muco, imvugo y'ukugene abantu babona Ivyahishuriwe Yohana—babisigura uko nyene ijambo ku rindi kiretse bibaye ngombwa ko babisigura mu buryo bw'ikigereranyo—ni ko biri mu mitwe yabo. Ahubwo, iryo jambo ryabanjirije ico gitabu ryerekana uburyo ico gitabu cashikirijwe 1:1 ni uko cugariwe mu bimenyetso, kugira ngo amajambo akurikira ategerezwa nayo kunyuranywa akavugwa 'gusigura mu buryo bw'ibigereranyo kiretse bibaye ngombwa gusigurwa mu buryo bw'ido n'ido ry'amajambo.' Bivuzwe neza, umusomyi akwiriye kwitega yuko uburyo nyamukuru bw'uguhishura kw'Imana muri iki gitabu ari mu buryo bw'ibigereranyo, bw'ibimenyetso." (Beale 2006: 54, 55)
2. <u>Amasoko, inkomoko ry'ibigereranyo vy'uguhishura.</u> Yohana akoresha ibigereranyo, ibishushanyo, ibimenyetso kubera yuko yabnye ivyo yeretswe bidashobora gusobanurika mu majambo yonyene, ni co gituma yabishize mu bishushanyo. "Inkomoko y'ukubisigura iva mw'Isezerano rya Kera, mu mvugo yariho mu kiringo co hagati y'ayo masezerno abiri, n'isi y'Abagiriki n'Abaroma—mu yandi majambo, mw'isi rusangi yari izwi ku babisomye ubwa mbere, abo vyandikiwe, vyashikirijwe ubwa mbere baba mu ntara yo muri Asiya" (Osborne 2002: 17). Ugushingira ku bivugwa mu Vyahishuriwe Yohana ko kuvana n'ibimenyetso, ibishushanyo vyo mw'Isezerano rya Kera bigaragarira, bibonekera mu kugene Ivyahishuriwe Yohana birimwo hafi ibintu 630 bivugwa mw'Isezerano rya Kera ryonyene. Kubw'ivyo, kugira ngo dutahure ibigereranyo Yohana yakoresheje dutegerezwa kutarabira ku vyariko biraba muri politike canke ibindi bntu vyabaye uyu musi, yamara dukwiye kurabira ku mvugo n'ivyariko biraba muri politike mu bantu mu gihe ca Yohana.
3. <u>Akamere k'ibimenyetso, ibigereranyo vy'ivyahishuwe.</u> "Ibishushanyo, ibigereranyo n'ibimenyetso vy'ivyahishuwe ntibisigura ko ari amashusho, amacapu y'ibintu bigaragara, ariko kenshi na kenshi ni ibigereranyo, ibishushanyo biserukira ibitoshobora kwiyumvirwa mu kuri kw'impwemu" (Ladd 1972: 102). Ico ni kimwe mu bituma Abavugishwa n'Imana kenshi na kenshi "bagerageza kudondora no kuvuga ivyo beretswe, ivyo babonye mu ndoto mu bigereranyo no mu mvugo zidasobanuritse neza, rimwe na rimwe mbere zizazanira abantu . . . Ntitwibagire ko imitwe y'abantu ifise aho igarukira bivanye n'ivyo abantu baciyemwo, bamaze kubona hamwe n'ivyo bamaze kwumva, hamwe n'indimi n'imvugo kugira ngo bashikirize ukuri kw'ivyo mw'ijuru" (Johnson 2001: 216n.24, akarorero, *"Hariho <u>igisa n'intebe</u> y'ubwami <u>imeze</u> nk'akabuyenge kitwa safiro"* [**Ezek 1:26**]; *"Mbona <u>igisa</u> n'ikiyaga c'ibirahuri kivanze n'umuriro"* [**Ivyah 15:2**]).

[3] Ibice bitatu bikurikirana vy'inyigisho za D. A. Carson ku bijanye n'akamere n'igikorwa c'ivyahishuwe, cane cane bashingiye ku gitabu c'Ivyahishuwe, yise "Preaching Apocalyptic (kwigisha ivyahishuwe," ushobora kwumviriza, gutega amatwi canke kuvomwa ku buhinga ngurukanabumenyi utarinze gutanga amahera ngaha: http://resources.thegospelcoalition.org/library?utf8=%E2%9C%93&query=carson+preaching+apocalyptic.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Ibigereranyo bitandukanye bishobora kuba bivuga ku kintu kimwe yamara bikaduha irindi shusho canke ibindi vyiyumviro kuri ico kintu nyene. Nk'akarorero, mu **Ivyah 4:1** ijuru ryerekanwa nk'icumba c'intebe, kandi mu **Ivyah 6:9** iryo juru nyene rigereranywa, ryerekanwa nk'ingoro, urusengero. "Ni ko ukwiyumvira mu bijanye n'ivyahisuwe kumera ni ibintu bidafadika, binyerera, bituma ikntu kimwe gishobora guhagararira ibintu bishusha. . . . Kanatsinda mbere, Imana ntiyicaye ku ntebe, kuko Imana ni Mpwemu ahoraho adahagarara, aticara ataryama, canke ngo yuname. Ikigereranyo canke ishusho y'Imana yicaye ku ntebe yayo ni ikigereranyo c'ukuvuga yuko ari Umwami kandi ko ari hejuru y'ibindi bintu vyose vyitwa imana." (Ladd 1972: 102) Muri ubwo buryo nyene, Kristo yerekanwa nk'intambwe (**Ivyah 5:5**) kandi akerekanwa nk'Umwagazi (**Ivyah 5:6**). Muri ico gitabu cose, ishengero rigereranywa n'ibintu vyinshi bitandukanye, kenshi na kenshi mu buryo bugoye gutahura. Muri ubwo buryo nyene, ibimenyetso na vyo nyene bishobora gukoreshwa. Nk'akarorero, muri **Ivyah 17:1-4** Yohana abona umugore ari we maraya; **17:8** havuga yuko ari *"Babuloni hahambaye, aganza abami bo kw'isi bose"*; **17:5** havuga ko ari *"Babuloni hahambaye."* Babuloni ubwaho ntihagarukira ku gisagara kimwe gusa yamara ni ikigereranyo c'ubutunzi bw'isi yose n'ubutegetsi bwayo hamwe n'umuco w'idini n'ukuwukwiragiza mw'isi yose.

Icongeyeko, "ibidasanzwe ni vyo bikoreshwa ahanini kuri ivyo bigereranyo." (Johnson 2001: 9). Ni co gituma, muri ico gitabu cose ibiguma bigaruka ni uko "ibintu bitameze nk'uko vyategerezwa gusa, vyategerezwa kuboneka." Nk'akarorero, ishengero ry'i Filadelufiya rifise *"ubushobozi buke"* (**Ivyah 3:8**); yamara, *kubera* ubwo bushobozi buke nyene Kristo abahaye abo "mw'isinagogi ya Satani", bazoza *"bikubite imbere y'ibirenge vyawe bamenye yuko nagukunze"* (**Ivyah 3:9**). Ku rundi ruhande na rwo, ishengero ry'I Lawodikiya rivuga riti, *"Ndi umukire, ndatunze, kandi nta co nkenye"* (**Ivyah 3:17**); yamara, ukuri, dufatiye kuri Kristo, ni uko *"ari we mutindi, yafutanye, uri umworo, uri impumyi, ugenda amenya"* (**Ivyah 3:17**). Muri ico gitabu cose, Abakristo baboneka nk'uko basotowe, batewe kandi baneshejwe n'ububasha bwa Satani n'ikibi (uburorero, **Ivyah 11:7; 13:7**); yamara igitangaje, ni impfu zabo nyene, kubera ubwizigirwa bwabo ku butumwa bwiza, ivyo bigaragaza intsinzi yabo (uburorero, **Ivyah 6:9-11; 12:11; 20:4-6**).

**D.** ***Ivyo twokwisunga mu gusigura ibimenyetso, ibigereranyo mu Ivyahishuriwe Yohana***

1. <u>Ibimenyetso n'ibigereranyo bimwe bimwe vyarasiguwe mu Vyahishuriwe Yohana nyene.</u> Inyenyeri ndwi ni abamarayika b'amashengero ndwi (**1:20**); ibiterekwakw amatara ndwi na vyo ni vyo mashengero ndwi (**1:20**); imuri ndwi z'umuriro zakira imbere y'iyo ntebe, ni zo Mpwemu ndwi z'Imana (**4:5**, mu yandi majambo, Mpwemu Yera); inzavya z'izahabu zuzuye imibavu, ni yo gusenga kw'abera (**5:8**); ca gisato c'amahero ni Satani (**12:9**); impuzu zera nziza zikayangana zitanduye; izo mpuzu zera nziza ni zo bikorwa vy'ukugororoka vy'abera (**19:8**). Igihe igitabu ubwaco gisigura bimwe mu bigereranyo n'ibimenyetso vyaco, rero igihe cose ivyo bimenyetso canke ibiereranyo vyongeye kugaruka hanyuma muri ico gitabu ata yindi nsiguro bihawe, ni uko biba bisobanura, bisigura ikintu kimwe, biba bifise insobanuro n'insiguro imwe n'iyo ubwa mbere. Ibiterekwakw amatara bibiri mu Ivyahishuriwe Yohana 11:4 ni akarorero kagaragara k'ivyo duhejeje kuvuga (ni co gituma, ivyabona bibiri atari, nta nkeka, abavugishwa n'Imana babiri yamara ni ishengero ryose mu gikorwa caryo c'ukuvugishwa n'Imana n'igikorwa caryo co gushinga intahe)." (Beale 2006: 55-56)

2. <u>Ibindi bimenyetso vyerekana ukubandanya kw'ibindi bitabu vy'Isezerano rya Kera n'Isezerano Risha.</u> Nubwo ibigereranyo, n'ibicapu, vya Yohana bifatiye mu vyaba mw'isi y'abasomyi bo mu kinjana ca mbere, ivyo bigereranyo, ivyo bishusho canke ibicapu si ivyariko biraba gusa muri kahise. "Kubera ibigereranyo vya Yohana ari ibigereranyo vyagenewe kwinjira cane mu bigize kamere nyamukuru y'ububasha bwariko burakora mw'isi y'ico gihe kandi ko ibibazo nyamukuru muri ico gihe, ahanini, bishira ku ruhande ivyariko biraba ico gihe mw'isi yarimwo" (Bauckham 1993b: 156). Iryo hame turaribona mu kugene Yohana yafata Isezerano rya Kera. Yohana, co kimwe n'abandi bavugishwa n'Imana bo muri Bibiliya, basigura ivyari vyaranditswe imbere yabo mu gihe cabo no mu bihe vyabo bitandukanye n'ivyo ababitangiye imbere barimwo. Ikintu ca mbere kibishira hamwe ni ukuza kwa mbere kwa Yesu kristo, kwahinduye cane ivyo bahora biyumvira mu nyigisho baronka hamwe n'ukugene biyumvira ko azoza. Nk'inkwirikizi y'insiguro bahaye Kristo, nubwo ivyo bimenyetso bikomoka mw'Isezerano rya Kera vyagumanye insiguro yavyo, Dennis Johnson avuga yuko "vyahindutse bishirwa hamwe mu bindi bintu bisha—nk'uko twovyitega, kubera yuko ikimazi n'ukuzuka kw'Umwagazi vyazanye intambara z'igihe kirekire ku rundi rwego n'ahandi hantu bikorera" (Johnson 2001: 13). Dufatiye kuri kahise k'ugucungura gasha hamwe n'ivyo Abakristo bavugwa mu Vyahishuriwe Yohana barimwo, ibintu nk'ivyo vyo mw'Isezerano rya Kera hamwe n'ibigereranyo

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

vy'ishengero n'ingoro, igicaniro, imibavu vyahawe insiguro nshasha.

3. Ivyo bimenyetso bitasiguwe neza muri ico gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana bikwiriye gusobanurwa dufatiye ku vyariko biraba, iciyumviro nyamukuru Yohana ariko arashikiriza, hamwe n'intumbero nyamukuru c'ico kimenyetso cakoreshejwe mu buryo b'ukuvugishwa n'Imana. "Biragaragara yuko Imana yahisemwo ibimenyetso ibikuye mu bubiko bw'ibimenyetso vyerekana ivyahishuwe mu kinjana ca mbere kugira ngo *iburire umusomyi ntarwe mu mporero y'ivyo yohurudukiramwo gukora kandi imurongorere ku nsiguro y'ukuri y'*ukugene azobikora. Ntituzi ingene bizogenda inyuma y'ivyago vy'inzige, ibizoba mu kirere, imvura y'umurengera, ibirunga bizoruka, hamwe n'imituragaro idasanzwe. Bimwe muri ivyo bishobora kuba ari uko nyene bivugwa, yamara vyinshi ntibizoba ari uko nyene bivugwa. Ni ngirakamaro kubona yuko tutazi ibirengeye ku kuza kwa kabiri kwa Yesu kurusha uko abigishwa ba Yesu b'Abayuda bari bazi ku kuza kwiwe kwa mbere." (Osborne 2002: 16, ugushimika kwongeweko)

Nk'akarorero, **Ivyah 16:16** (raba aho hejuru na ho nyene **20:9**) hafatira ku kwegeraniriza hamwe abanyavyaha kugira ngo baje mu ntambara ahantu hitwa Haru-Magedoni. "Kubera iki begeranirizwa i Haru-Magedoni? Hari ahantu, turafise ivyemezo vyose vyo kwizerwa hatabaho. Iryo zina ni ikigereranyo. Ni ijambo rigizwe n'amajambo abiri akomoka mu Giheburayo kandi asigura umusozi Megiddo. Duca rero tugarukanwa muri kahise k'Isezerano rya Kera, aho ikiyaya kinini c'I Megiddo, ikiyaya kinini gisumba ibindi vyose muri palesitina, cagize uruhara rukomeye muri kahise incuro nyinshi. Mu buryo budasanzwe, ico kiyaya caramenyekanye kiba rurangiranwa mu ntambara zibiri zikomeye, imwe yarwanywe na Baraki i Kanani nkuko tubona bihimbazwa muri ya ndirimbo ya Debora [**Abacamanza 5**], n'intambara yahabereye igihe umwami Yosiya yicwa [**2 Ngo 35:22**]. Aho hambere havugwa ku bansi ba Isirayeli kuko ni ho baciriwe igihongo barahatikirira, barahahonera." (Milligan 1896: 272; raba kandi Schnabel 2011: 233, 237) Ni co gituma, kuvugwa mu **Ivyah 16:16** (raba kandi **20:9**) hatariko haravuga yuko hazoba intambara igaragara ku musozi kanaka (utabaho), ikiyaya, canke ikambi, yamara hariko harerekana *ugushusha kw' inyigisho* kugira ngo berekane ibizoba ku bansi ba kristo bose.[4]

Ikindi, mu gusigura ibigereranyo n'ibimenyetso vyo mu Ivyahishuwe dutegerezwa kwama twibuka intumbero nyamukuru mu nyifato no mu ngeso yinyegeje inyuma y'ubuhanuzi, y'ukuvugishwa kwose, harimwo n'ivyahishuwe: kugira ngo abantu b'Imana babone ukuri kw'impwemu bafatiye ku kugene Imana ibibona kandi bishure ubugombe n'intumbero vy'Imana. Ni co gituma, Hakan Ulfgard, mu kuvuga ku bimenyetso vyerekeranye n'ibimatanije igitabu, ishashara rivugwa mu Vyahishuriwe Yohana, inzamba, n'inzavya, avuga yuko "igikorwa c'izi nyandiko z'ubuhanuzi- ivyahishuwe ni *uguhumuriza n'ukuremesha* abasoma ku bijanye n'ihamwa ryaja ryaratanguye kandi rizobandanya riba ribi kurushiriza, kandi *bikabahanurira, bikabahamagarira* kwihangana" (Ulfgard 1989: 29). Beale yongerako ati, "Ibimenyetso vy'ukugabisha bikangura abizera b'ukuri bakava mu bunebwe bw'impwemu bwabo hamwe no mu kuva mu vyaha abatizera benshi bagenderamwo" (Beale 2006: 59).

4. Uburorero bubiri bw'insiguro y'imvugo idasigura uko vyanditswe mu Vyahishuriwe Yohana.

a. *Ibiharuro mu Vyahishuriwe Yohana.* "Ibiharuro birakoreshwa mu vyandiko vy'ivyahishuwe nk'ibimenyetso vy'ivyiyumviro. Ivyo vyaragaragajwe neza mu kugereranya ivyigwa mu vyanditswe." (Summers 1960: 180) Ivyo bimenyetso bikoreshwa mu nyandiko z'ivyahishuwe, harimwo n'Ivyahishuriwe Yohana, birashobora "guhindagurika" (Johnson 2001: 15). Ibiharuro bine bikuru bikuru ivyo ibindi biharuro vyose vyo mu Ivyahishuwe bikomokako ni 4, 7, 10, na 12. Nubwo bamwe bibaza yuko ibiharuro bivugwa mu vyahishuwe ari uko nyene biri, "bisa n'ibiboneka yuko ibiharuro muri ico gitabu ari ibigereranyo, nk'uko vyari biri mu vyanditswe vy'ivyahishuwe mu gihe ca kera. Kimwe kimwe muri ivyo biharuro kigerageza gusigura ikintu gikwiriye, cuzuye mu Vyanditswe vyose . . . . Ibi ntibisigura yuko ata giharuro gishobora

[4] Meredith Kline avuga ati: Kubera impamvu z'ivyariko biraba, ivyariho hamwe n'impamvu z'indongoramvugo, yerekana yuko "Haru-Magedoni" hategerezwa gusigurwa, gusobanurwa nka *"Har Mō'ed"* ("Umusozi wo Gukoranirako"). Ivyo vyoca vyerekana yuko Haru Magedoni ari Umusozi Siyoni kandi ko intambara y'i Haru Magedoni ari intambara ya Gogi na -Magogi yavuzwe muri **Ezekiyeli 38-39**, iyo nay o ikaba ari yo yafatiweko, yavuzweko mu **Ivyah 16:12-16; 19:11-21; 20:7-10** nk' akigoro ka nyuma ko guhonya no gusambura ishengero, ako kigoro ka nyuma na ko kakazoherahezwa, kakazovanwaho n'ukugaruka kwa Kristo *parousia*. (Kline 1996: 207-22) Mu Ivyahishuwe, Umusozi Siyoni ukoreshwa mu buryo bw'ikigereranyo kugira ngo werekane "ishengero nk'imvugo yo mw'isi isigariye Umusozi Siyoni wo Mw'Ijuru" (Johnson 2001: 235). Abavuga ko ivyavuzwe mu Ivyahishuriwe Yohana vyose bija vyarabeyo na bo nyene batahura ko ari ikigereranyo ca Megido yamara bakagikoresha ku gusamburwa no gukomvomvorwa kw'i Yerusalemu mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu (raba DeMar 1999: 317-19).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

gusigura canke kubakingana n'ico giharuro nyene kivugwa. Hariho imiryango cumi n'ibiri n'intumwa cumi na zibiri, yamara kandi mbere ico giharuro catowe n'Imana kubera impamvu y'inyigisho menyeshamana." (Osborne 2002: 17)

Nk'akarorero, Kristo ubwa mbere aboneka ari *"uwusa n'Umwana w'Umuntu . . . kandi inyonga ziwe [amaso abiri, nk'abantu] zasa n'imbeya z'umuriro"* (**Ivyah 1:13-14**). Mu **Ivyah 5:6** kristo aboneka nk' *"Umwagazi w'Intama ahagaze, asa n'uwishwe, afise amahembe ndwi n'amaso ndwi."* Ndwi, nk'igiharuro cuzuye canke gikwiye, cerekana Ububasha bwose bwa Kristo ("amahembe ndwi") kandi azi vyose ("amaso ndwi" = ukubona gukwiye, kwuzuye, guhagije). Muri ubwo burorero tubona ibigereranyo n'uguhindagurika kw'ugukoresha ibiharuro bigenga, bikoreshwa mu bwoko bw'Ivyahishuwe. "Ico giharuro c'ikimenyetso cerekana yuko kiretse iyo hariho insiguro itomoye yerekana ko ari ico giharuro nyene nyene kwandika yashatse gusigura, ibiharuro mu Vyahishuriwe Yohana bitegerezwa gutahurwa yoko bifise insiguro y'ikimenyetso" (Schnabel 2011: 63).

b. *Ibihe mu Vyahishuriwe Yohana.* "Kubera yuko 'isaha imwe' y'ubutegetsi bw'abami cumi hamwe n'igikoko (17:12) bidashobora kwumvikana ko ari isaha imwe nyene rudnde, ntidukwiriye guha igihe na kimwe, umwanya n'umwe, ikiringo na kimwe mu Vyahishuriwe Yohana ko gisigura ico kiringo nyene nk'uko vyanditswe" (Bauckham 1993a: 449). Muri ubwo buryo nyene, "imisi cumi" y'amarushwa (**Ivyah 2:10**) nta nkeka ko bidasigura imisi cumi nyene guharura kuva kuri rimwe gushika kuri cumi. Nk'uko biri no ku bindi vyinshi muri ico gitabu, Yohana ariko arerekana isano hagati y'inyigisho za Bibiliya, ntariko araduha "kahise kanditswe imbere y'igihe mu buryo kagiye karakwirikirana kandi mu buryo atakwihenda na gato mu bijanye n'isaha, n'ibiringo."

Hagati muri ico gitabu turabona ikiringo c'igihe kiguma kigaruka, mugabo gishobora kugaruka kvuzwe mu yandi majamboanyuranye n'ayo cari cavuzwemwo ubwa mbere: *"amezi mirongo ine n'abiri"* (**11:2; 13:5**); *"imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu"* (**11:3; 12:6**); *"igihe, n'ibihe, n'igice c'igihe"* (**12:14**). Ibi biringo vy'ibihe ni mu buryo bw'ikigereranyo ntibisigura na gato iyo misi nyene ivugwa. Iyo ivyo biringo vy'ibihe vyari kuba bisigurwa gurtyo nyene vyanditswe, kandi hamwe ishengero ryari kuba rizi igihe canke ikiringo cose ivyo bihe bitangurira, Abakristo boshboye guharura igihe iherezo rizoshikira. Kubera rero ivyo binyuranye n'ivyo Yesu yavuze kenshi yuko ata wuzi n'umwe umusi w'iherezo, umusi wo kugaruka kwiwe ubwa kabiri, gusigura "iyo misi ko ari iyo misi nyene nk'uko vyanditswe" ntibishoboka ko vyoba ari ukuri (raba Schnabel 2011: 83). Ivyo vyose bikomoka ku misi n'ibihe bitandukanye vyavuzwe mu gitabu ca Daniyeli **Dan 7:25; 9:27; 12:7, 11-12**. Ivyo biringo rero vy'ibihe muri Daniyeli mu ntango vyakoreshwa ku myaka itatu n'igice ya Antiochus Epiphanes yagiriye nabi Abisirayeli kugeza aho yasubirirwa n'ukwikukira, n'umugumuko wakoze n'Abamakabayo. Mu buryo bw'ubuvugishwa n'imana nk'ubwo, yamara, mu gihe co hagati y'Amasezerano irya Kera na Rishasha, ivyanditswe vy'Abayuda vyafashe ico kiringo ko gisigura "ikiringo gisanzwe c'ukugeragezwa, c'amarushwa y'abizera, nk'ikiringo gifatanye n'igihe Abisirayeli bajanwa ari inyagano i Babuloni canke nk'ikiringo, igihe gitegerezwa kubaho imbere y'ugucungurwa kwa nyuma kw'Abisirayeli" (Beale 1999: 565; raba kandi Carson 2011: 25-27; Storms 2013: 483 [ibi biringo vy'ibihe "ni ukwerekana insiguro mu *nyigisho menyeshamana*, atari uko vyagiye birakwirikirana. Bifise mu vyiyumviro *ubwoko* canke *akanovera* k'igihe, k'ikiringo yamara si umwanya ivyo bimara."]). Yohana yafashe ico kiringo c'imyaka itatu n'igice mu buryo bw'ikigereranyo c'igihe c'ukugeragezwa n'amarushwa gushika igihe Iman izohera abantu bayo ukuremururwa n'ugucungurwa kandi agakoresha ico kiringo n'ivyo bihe kw'ishengero. **Ivyah 12:5-6** herekana yuko ico kiringo, ico gihe c'ukugeragezwa, c'amarushwa catanguranye n'izuka rya Yesu Kristo hamwe n'iyurizwa, iduzwa mw'ijuru ryiwe. Kandi ico kiringo kizoherana n'igaruka ryiwe mu bwiza, mu cubahiro mu gihe ca *parousia.*

Hariho vyinshi birengeye "imyaka itatu n'igice" kurusha kuvuga ikiringo c'igihe guhera mu gihe c'iduga rya Yesu kristo mw'ijuru gushika kuri ico gihe ca *parousia.* Ivyo bigaragarira mu kugene Yohana yatunganije ivyo biringo, yubatse ivyo biringo. Igihe c'abanyamahanga basiribanze "igisagara cera" (**11:2**) = kingana n'igihe c'ukuvugishwa "kw'abantu babiri bashingiye intahe Imana" (**11:3**) = kikangana n'igihe "umugore" yamaze mu bugararwa (**12:14**). *"Amezi mrongo ine n'abiri"* (**11:2; 13:5**), *"imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu"* (**11:3; 12:6**), hamwe n'*"igihe, ibihe, n'igice c'igihe"* (**12:14**) ni uburyo

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

butandukanye buvuga ku kiringo kimwe, ku gihe kimwe, ni uburyo bwo kuvuga ikintu kimwe mu majambo anyuranye gusa kandi kikerekana ibintu bitandukanye bizoba biriko birabaho canke n'ico umuntu aba ashingiyeko cane kuvuga. Mu rukurikirane rw'ukugene bizoboneka n'insiguro yavyo, bitunganijwe mu buryo bwa Chiasme: *"amezi mirongo ine n'abiri"* ashimikira cane ku bansi b'ishengero n'agasotoro kabo bazosotora ishengero; aho *"imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu" n' "igihe, ibihe, n'igice c'igihe"* bishimikira cane ku gushing intahe kw'ishengero n'ukurindwa n'Imana mu buryo bukurikira:[5]

| |
|---|
| A. Amezi *42*: "Igisagara cera" kizohonyangwa, kizosiribangwa n'amahanga (**Ivyah 11:1-2**). |
| B. *Imisi 1260*: "Ivyabona bibiri, abashingira intahe Imana babiri" bazovugishwa na we kandi ntaco bazobagira, ntibazobagirira nabi (**Ivyah 11:3-6**). |
| B'. *Imisi 1260 [uko isigurwa "igihe, ibihe n'igice c'igihe"]*: "umugore" arindirwa kandi agaburirirwa mu bugaragwa (**Ivyah 12:6, 13-16**). |
| A'. *Amezi 42*: "igikoko" kirarogota kandi kirwanya "abera" (**Ivyah13:5**) |

Imibabaro, amarushwa n'umutekano, amageragezwa n'ugushinga intahe, injabuka n'ukurishwa, kugaburirwa ivyo ni ibintu tubona biguma bigaruka muri ivyo briko biravugwa mu gihe c'ukugeragezwa no kugira amarushwa kw'ishengero. Muri ivyo vyose, uko ivyo bintu vyose vyavuzwe vyerekana ko Imana iri hejuru ya vyose kandi icungereye Ishengero ryayo, iri hejuru ya Satani, hejuru y'amarushwa kandi ikba no hejuru y'ibibi.

## II. <u>Ubuhinga bwo gusigura no gusobanura ibivugwa mu Ivyahishuriwe Yohana</u>

Ibibazo bikomeye vyerekeranye n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ni ibi bikurikira: Mbega ico gitabu gishika ku rwego rungana iki mu kuvuga ku bijanye n'ikinjana ca mbere (mu yandi majambo, igihe ico gitabu candikwa, ivyariko biraba igihe candikwa hamwe n'abo candikiwe)? Ni gushika ku rwego uruhe ivyanditswe muri ico gitabu bivuga ku kiringo cerekeranye gatoya n'imbere y'ukugaruka kwa Yesu? Kandi ni gushika ku rwego uruhe ivyanditswe muri ico gitabu birengeye ibihe candikiwemwo canke vyerekeranye n'amahame (mu yandi majambo, bivuga ku mahame akoreshwa muri kahise batarinze kuraba ku bintu kanaka vyabaye)? Inyishu nyinshi kuri iki kibazo zashikanye ku buryo butanu butandukanye bwo kwegera insiguro y'ibivugwa muri iki gitabu.

### A. *Abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere*

Abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere bavuga yuko ico gitabu kivuga ku bintu vyabayeho mu kinjana ca mbere. Yohana ariko arabarira amashengero ko akwiye kwihanganira ihamwa n'agacinyizo hamwe n'ukugene Imana izobarokora ikabakura mu vyara vy'ababatwaza amanyama, umukazo n'ababahohotera, babacinyiza. Hariho ibintu bibiri bitandukanye ku bafatira yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere: aba mbere bafatira kuri ivyo ni uko Ivyahishuwe "bitajanye na kahise k'isi canke umuhero w'isi, yamara bijanye n'ibihe vyari bigiye kuza muri kazoza ka vuba mu gihe ca Yohana hamwe n'abasoma ivyo yanditse. . . . Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ni 'isezerano ry'amategeko, n'ibihano,' rihishura rikavuga ugusukwa kw'uburake bw'Imana kuri Yerusalemu. Ni ukuvugishwa n'Imana, ni ubuhanuzi bw'ikiringo kizwi mu Vyanditswe nk' 'Imisi y'Iherezo,' bigasigura imisi ya nyuma y'isezerano ry'igihugu ca Isirayeli, imyaka mirongo ine y' "urunganwe", "iki gihe" (Mat. 24:34) hagati y'Iyurira mw'Ijuru rya Yesu Kristo (mu mwaka wa. 30 inyuma y'Ivuka rya Yesu) n'uguhona kw'i Yerusalemu hagakorokera mu maboko y'Abaroma (mu mwaka wa 70 inyuma y'ivuka rya Yesu). Ico gitabu kivuga bitaraba, kibura ibizoba ivyo Yohana yiteze ko abasoma bagiye kubona vuba." (Chilton 1987: 51-52; raba kandi Preston 2010: 17-18, 230). Ubundi buryo bwa kabiri bw'abo bavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere basigura yuko Ivyahishuwe ari ubuhanuzi bw'intsinzi y'ishengero ku bansi baryo: Abisirayeli batizera n'ubwami bw'Abaroma (Chilton 1985: 165-66; Bahnsen 2015: 9-22).

1. <u>Inguvu z'abasigura yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere.</u> Inguvu zabo za mbere

[5] Raba Johnson 2001: 172; raba kandi Silva 2014: 4:673 (Ivyo bisomwa vyose "bivuga ku kiringo kimwe, ikiringo c'ishengero, ico na co kikaba ari kimwe abantu babiri bashingiye Imana intahe kandi kikaba vyongeye ikiringo c'uguhamwa. Mu muco w'ibihe bidashira ni akanya gato cane nubwo igihe biba bivuzwe mu misi bishobora kwumvikana no kuboneka ko ari ighihe kinini"); Bauckham 1993a: 401 (42 na 1260 vyose ni ibiharuro vy'"urukiramende" ni ukuvuga ikoranirizo ry'ibiharuro bigaburika na kaburi bikurikirana, mu yandi majambo, ikoranirizo, igiharuro kiboneka hateranijwe ibiharuro bigaburika na kabiri, "kugira ngo berekane ico kiringo giteye amadidane aho igikoko n'abera bihangana, bikarwanyana,"mu buryo bunyuranye n'ibiharuro vy'"inyabututu", mu yandi majambo igiharuro kiboneka ibiharuro bitaatu bikurikirana biteranijwe, harimwo na 666 gihagarariye igikoko, n'ibiharuro "bingana", mu yandi majambo, igiharuro kiboneka hateranijwe ibiharuro bitagaburika na kabiri bikurikirana, muri ivyo harimwo na 144 igiharuro cerekana abera.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

zihagaze ku kugene bafata nka nkama ivyariko biraba igihe Yohana yandika, amashengero ndwi yandikiye, n'ibihe vyariho yavugako mu ntango no mu mpera y'ico gitabu (**Ivyah 1:1, 3; 2:10, 16; 3:10; 22:7, 10, 12, 20**).

2. <u>Amahinyu canke intege nke z'abo bafata yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere.</u>

a. *Igihe igitabu c'Ivyahishuriwe yohana candikwa.* Ico abasigura yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere babona yuko ivyahishuwe vyashikijwe, vyashitse mu mwaka wa 70 inyuma y'ivuka rya Yesu bishoboka igihe conyene hamwe ico gitabu cari kuba canditswe imbere y'umwaka wa 70 inyuma y'ivuka rya Yesu. Harabayeho impari zikomeye ku biyumvira ko bimeze birtyo (Gentry 1989; Noe 2006: 781-84). Nubwo biri uko, dufatiye ku bimenyetso vy'imbere n'ivy'inyuma, ico abenshi mu banonosoye Bibiliya bahurizako, haba muri kahise n'ubu, ni uko ico gitabu canditswe ku ntwaro ya Domitian, nko mu mwaka wa 95 inyuma y'Ivuka rya Yesu (Beale 1999: 4-27).

b. *Igihe ivyo vyabereye bafatirako.* Igihe bafatirako uhereye ku ntango muri **Ivyah 1:1** (*"ibigira bibeho vuba"*) bikomoka canke vyabuwe muri **Dan 2:28-29, 45**. Mu **Ivyah 1:1** Yohana asubiriza "vuba" ivyo Daniyeli yita *"mu misi y'iherezo."* "vuba" muri ibi turiko turavuga "ntibisigura ububangutsi bw'ukugene ubuhanuzi bwa Daniyeli buzoshitswa canke ko bishoboka yuko bishobora gushika igihe ico ari co cose, yamara yuko igihe ivyo bizoshitswa cihuta gushika, kandi ko icogihe kija caratanguye muri kubu. Ugusubiriza kwa Yohana ijambo ['vuba'] bisigura yuko yari yiteze yuko amarushwa ya nyuma, kuneshwa kw'umwansi, hamwe n'ugushingwa, ugushirwaho kw'ubwami bw'Imana, ukwo Daniyeli yizera, yitega ko kuzobaho muri kazoza ka kure "mu misi y'iherezo" yohana yaziga ko kazotangura mu misi yiwe mu gihe yariho, mu runganwe rwiwe, kandi kanatsinda yuko iyo misi y'iherezo yaja yaratanguye." (Beale 1999: 181-82) Ico Yohana afatirako nk'ikiringo gishira hamwe kubu na kazoza. Vyerekana yuko amahame yerekeranye n'ivyo yandika bija biriho kandi biriko biraba. Aguma agaruka ku kamere k'ijambo "uwami bw'Imana buja buri muri mwebwe yamara kandi ntiburashika", kandi hamwe n' "ibimenyetso" Yesu yatanze, yavuze ari ku musozi wa Elayono, bija vyarabaye mu runganwe rwiwe igihe yari akiriho, yamara uguherahezwa kwavyo no kuvyinjiramwo nyezina kuzoshika mu gihe kitazwi kitamenyekana muri kazoza.

c. *Ivyahishuwe hamwe n'ibizoba mw'isi yose muri rusangi mu Vyahishuriwe Yohana.* Kumbure, ingorane ikomeye kurusha izindi ku bijanye n'abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere ni uko badafata nka nkama *Ivyahishuwe hamwe n'ibizoba mw'isi yose muri rusangi mu Vyahishuriwe Yohana*. Ico Ivyahishriwe Yohana kivuga ku "bikoko" kivomwa cane, caburwa ahanini muri **Daniyeli 2, 7** (raba aho hepfo ku kigabane ca **VII.G.**1). Ibikoko bivugwa muri Daniyeli vyerekan*a ubwami bune bwo mw'isi*, ari nab wo bugize urubanza rw'Imana canke guca amateka kw'Imana kandi akazobusubiriza n'ubwami bwiwe bwite (**Dan 2:34–35, 44–45**). Ikindi, **Daniyeli 2** na **7** hose herekeye ku guca amateka kw'Imana kw'*isi yose*, atari ivyabaye gusa mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu (Beale 1999: 44-45). abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere muri **Ivyah 19:11-21**—ko Kristo yahukanye n'umugore wiwe w'umuryarukanyi (Isirayeli) maze akarongora uwundi mugeni musha (ishengero) (Gentry 1998: 80-81) na vyo nyene kandi nitibijanye n'ibivugwa muri ico gisomwa mu buryo bw'ivyahishuwe ku guca amateka kw'isi yose (raba Payne 1980: 624n.150).

Muri ubwo buryo nyene, **Ivyah 1:7** havuga yuko igihe Kristo azogarukira *"amoko yose yo mw'isi azoborogeshwa na We."* Kugarukiriza ayo majambo ku kuvuga "amoko yose yo muri ico *gihugu* [ca Isirayeli]" igihe Yesu yaza gucira amateka, urubanza Yerusalemu mu mwaka wa 70 70 inyuma y'Ivuka Ryiwe ni ibijanye n'amoko, akarere, hamwe n'ivyabaye mfatakibanza "bishira umwiza muri ico gisomwa kivuga kw'Isezerano ry'Imana ry'imigisha ku mahanga yose izoca muri Aburahamu (Ita. 22:18). Mu bazoborogeshwa na we si Abisirayeli gusa yamara harimwo n'ibihugu vy'abanyamahanga." (Johnson 2001: 52-53) Kanatsinda, igihe Ivyahishuriwe Yohana mu nyuma bivuga *"ku moko yose"* (havuga *"ku moko yo mu mahanga yose"*) bigaragaza neza ko ashaka gushiramwo amasinzi yo mu mahanga yose, amoko yose, indimi zose y'abizigirwa (**5:9; 7:9**), canke n'abagarariji bagararije Kristo (**11:9; 13:7**).

Vyongeye, **Ivyah 3:10** havuga ku *"gihe co kugerageza"* cagira kize *mu bihugu vyose, kugerageza ababa mw'isi."* Ijambo ryahinduwe "isi" ni ijambo ry'Ikigiriki *oikoumenē,* iryo na ryo rikaba ryerekeranye n'isi yose hamwe n'abayibamwo bose canke rimwe na rimwe ku bwami bw'abaroma (Danker 2000: *"oikoumenē,"* 699). Ijambo ryasobanuwe, ryahinduwe "isi" ni *gē,* na ryo rikaba rifatiye kw'isi yose canke rimwe na rimwe, ku gace kayo, nk'igihugu ca

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Isirayeli (Ico gitabu nyene *"gē,"* 196). "uguhinduranya ayo majambo *gē* na *oikoumenē* ni icemezo c'uko abasigura canke abashingiye ku kuvuga yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere gusa bahagarikira ivyahishuwe n'ubuhanuzi bwo mu Vyahishuriwe Yohana ku mateka yaciriwe uguhona, n'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu n' "igihugu" c'i Yudaya, vyashitse kw'isonga mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu" (Johnson 2001: 88n.35).

Abavuga ko, abashingiye ku kuvuga ko iki gitabu c'ivyahishuriwe Yohana kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere babona yuko Ivyahishuwe bishika igihe Ubwami bw'abaroma bwasangangurwa, bwaneshwa na bo nyene bahura n'ingorane nk'iyo ya mbere. "Ubuhanuzi, ukuvugishwa n'Imana kuvugwa mu Vyahishuriwe Yohana kurarengeye ibihe vyose bivugwa muri kahise, canke bizwi muri kahise mu kinjana ca mbere. Nubwo I Roma mu misi ya Yohana harimwo ibintu vyerekana ko birwanya abakristo, uko Antikristo agaragara mu Vyahishuriwe Yohana 13 kurarengeye kahse k'Abaroma canke k'i Roma." (Ladd 1972: 9) Ugucirwa kw'iteka kw'i Roma kwa nyuma ntikwashikijwe mu kinjana ca gatanu.

Abavuga ko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere gusa bananirwa no kubona ko guca amateka ari kw'isi yose kandi biyobagiza intumbero Imana ifitiye isi yose ko ari uguhindura n'ukugira bisha ivyaremwe kugira ngo habe ukugororoka gukwiye. Birengagiza ibigereranyo vya Yerusalemu nsha nk'Ahera h'Ahera, ubu na ho amajuru masha n'isi nsha bisubirira kandi bikarengera ububasha bwatanguriwe mw' **Itanguriro 1-3** kandi ubu ari uguherahezwa kw'ugucungura kw'integuro y'Imana yatanguriye mw'Itongo rya Edeni (raba aho hepfo). Nk'uko Mark Stephens abivuga, "Yohana yungururiza kure uburimbi bw'ivyo yeretswe kurusha uko abavugishwa n'imana benshi babikora mu kwerekna inkwirikizi kw'isi yose. Kuri Yohana, 'iherezo' ntiryari ryerekeye igihugu ca Isirayeli gusa, canke Abisirayeli gusa. Ivyo yeretswe bizobaho vyari ivyerekeye abantu bose bo mu mahanga yose (Ivyah 7:9; 21:3), hamwe n' 'igihugu' cagizwe ko ingaruka ni isi yose. Ikindi, ivyo Yohana yeretswe vyari vyerekeranye n'ibihe vyose bidashira, nk'uko binyuranye n'ubuzima, ubugingo bw'igihe kirekire gusa (raba nk'akarorero, Yes 65:17-25)." (Stephens 2011: 259) Mu buryo bugaragara, ni co gituma abo bafata, bakiyumvira yuko iki gitabu kijanye n'ivyabaye mu kinjana ca mbere bagarukiriza ico gitabu ku vyabaye muri kahise gusa bagarukiriza kw'ishengero n'imiburiburi mu kinjana ca gatanu, kandi nta vyizigiro vya kazoza batanga inyuma y'ikinjana ca gatanu, ariko twebwe tukaba turi mu kinjana ca mirongo ibiri na rimwe.

**B.** ***Abafatira, abasesanguzi bafatira ku vyabaye muri kahise***

Abo basigura igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana bafatiye ku vyabaye muri kahise babona Ivyahishuriwe Yohana nk'ikigereranyo c'ubuhanuzi bwerekeranye na kahise kose k'ishengero uhereye ku ntango yaryo ukageza kuri *parousia*. Ibigereranyo vyinshi bitandukanye vyo muri ico gitabu vyerekana ingendo nyinshi zinyuranye zo muri kahise hamwe n'ivyagiye birashikira ishengero i Bulaya hamwe n'ishengero rukristo nk'Abagoths, Abaisilamu, ishengero ryari rirongowe na Papa mu kinjana gihera ica gatatu gushika mu ca cumi na gatanu, ihindagurika ryabaye mw'ishengero Katolika hakiyonkorako abo bise abaporoti, n'ibindi.

Akandi kantu kanyuranye gatoya n'ukwo kubona ibintu canke ubwo buhinga bwo gusobanura ico gitabu bubona "ivyete ndwi vyandikiwe amashengero ndwi" (**Ivyahishuriwe Yohana 2-3**) nk'aho bivuga kuri kahise kose k'ishengero ryose mu biringo ndwi bigaragazwa n'ayo mashengero ndwi, mu yandi majambo, Ishengero ryo muri Efeso ryerekana ishengero rya mbere kugeza ku rupfu rwa Yohana nyene kwandika ico gitabu (yapfuye mu mwaka wa 99 inyuma y'Ivuka rya Yesu); Simuruna rihagarariye ishengero ryo kuva m kinjana ca kabiri gushika mu kinjana ca kane; Perugamu ni intango y'ishengero reta ryabaye kuri Constantine n'ishengero katolika ryari rirongorewe i Roma; Tuwatira ni ishengero katolika ryo guhera mu kinjana ca 5 ugashitsa mu kinjana ca 15; Sarudi rihagarariye ishengero ry'abaporoti ryiyonkoye kuri katolika; Filadelufiya ni ishengero ry'iryizigirwa ryo mu misi ya nyuma kandi Lawodikiya na ryo ni ishengero ryivanze rikora ibizira ryo mu gihe c'iherezo, ryo mu misi y'iherezo. (Smith 1980b: 24-36; raba kandi Scofield 1967: 1353n.4; Ironside 1943: 123-24; Pentecost 1958: 153; MacDonald 1995: 2355) Ukwo kubona ibintu muri ubwo buryo kwari rurangiranwa mu kinjana ca cumi n'icenda cane cane mu bafatira ku biringo, nubwo vyari bifise abanywanyi no guhera mu kinjana ca kane gushika mu kinjana ca cumin a gatanu.

1. <u>Inguvu z'abakoresha ubuhinga bwa kahise mu gisigura igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.</u> Ubu buhinga bufata nka nkama yuko Ivyahishuriwe Yohana ari igitabu gikoreshwa mu biringo vyose vya kahise k'ishengero kugeza igihe Yesu azogarukira.

2. <u>Ahari inkomezi nke z'ubwo buhinga bwa kahise mu gusigura igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.</u> Abenshi mu basesanguye kahise bakunda kubona ukugene ibintu bitondetse vy'ukwo kwerekwa muri

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

ico gitabu nk'aho ari kimwe gikurira ikindi canke gikurikirana n'ikindi uko nyene yavyeretswe ko ari ko *vyabaye muri kahise* yamara bakibagira ko ashobora kuvuga mu buryo bwo gushira hamwe ibimenyetso mu Ivyahishuwe (raba aho hepfo, ikigabane ca **V.F.** ***Uko igitabu cubatswe: kigenda kibangabanganye yamara si ko vyakurikiranye***. Ubuhinga abasesanguye kahise bakoresha mu gusigura Ivyahishuwe muri rusangi n'"amashengero ndwi" ntibwaronse amajwi menshi canke ngo buvume kuko ubwo buhinga bufise ivyo bwirengagiza kandi nta rutonde bukwirikiza (Thomas 1967: 323-27; Thomas 1992: 507-11; Osborne 2002: 105; raba kandi Hamstra 1998: 131). Ukugene basuzuma, binuba ivyo abasesanguye kahise k'ivyabaye ni muri ububuryo bukurikira:

- "Nta buhinga bunoboye budahindagurika buriho busa insiguro ivyo vyabaye muri kahise" (Ladd 1972: 11).
- "Nta n'umwe muri abo bakoresha ubuhinga bwa kahise yashoboye gutegura urutonde rw'ukugene ivyabaye vyagiye birakurikirana kugira ngo bose bashobore kubihurizako. Kahise k'ishengero ntigashobora gushirwa mu biringo ndwi bikurikirana bigizwe n'ibiranga ayo mashengero vyabonetse muri ivyo vyete ndwi." (Milligan 1893: 269)
- "Ku bijanye n'igiharuro hamwe n'imyaka y'ikiringo [ca kahise k'ishengero, gaserukiwe n'amashengero ndwi] abantu ntibabihurizako na gato; tutarinze kuvuga amadini atandukanye ashiraho ivyiyumviro bitandukanye cane cane duhereye mu kinjana ca cumin a gatandatu" (Schaff 1990: 1:14).
- Ubuhinga bw'abasesanguye kahise bakoresheje "bugerageza kurondera no kurobanura ivyabaye muri kahise kandi bukagerageza guha imipaka ubuhanuzi bw'Ivyahishuwe bakabimadika kuri kahise k'ishengero ry'i Bulaya, nk'aho umengo ni ryo shengero ryonyene ririho mw'isi yose" (Beale 1999: 46).
- "Abashigikiye abo bafatira kuri kahise mu gusigura ivyahishuwe igihe cose bagerageza kugundura yuko isonga ry'ukwo kuvugishwa n'ubwo buhanuzi mu musi yabo barimwo—ko ata nkeka bihenze mu guoresha ubwo buhinga bwo gusigura Ivyahishuwe" (Payne 1980: 593).

### C. *Abavuga ko igitabu c'Ivyahishuwe kivuga kuri kazoza*

Abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe ahanini bafatira kuri **Ivyah 4:1-22:5** nk'aho havuga "ku gihe c'amageragezwa n'amarushwa" hamwe n'ibizoba inyuma y'ico kiringo (mu yandi majambo, ikiringo ca kazoza imbere n'inyuma ya *parousia*). Hari uburyo bubiri abakoresha kazoza babona ingene ibintu bipanze bizogenda kandi bafashanya n'ababona mu buryo bubiri ko ayo marushwa azoba imbere y'imyaka igihumbi: benshi mu badashikuza bakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe bafatanya n'abo twokwita kahise imbere y'imyaka igihumbi; abenshi mu barenza urugero na bo bakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe bifatanya n'abafatira ku biringo imbere y'imyaka igihumbi. Kubera yuko abakoresha ubuhinga bwa kazoza budashikuza badashiraho itandukaniro rikomeye hagati ya Isirayeli n'ishengero, ntibabona ko "ukunyakurwa kw'abakristo bazoduzwa mw'ijuru imbere yuko amarushwa abaho" nk'uko umengo biravugwa mu Ivyahishuwe. Nubwo babona yuko igice kinini c'ico gitabu gihagaze cane ku muhero w'isi, ntibabona mu buryo ntabanduka ivyo Yohana yeretswe muri ico gitabu nk'aho vyerekana canke bivuga ukugene ibintu bizogenda birakurikirana kimwe gikurira ikindi. Ku rundi ruhande, abafatira ku biringo bizera yuko ishengero rizonyakurwa kuri canke imbere y' **Ivyah 4:1** kandi ko ritazongera kuboneka gushika kuri **19:7** (aho riboneka mw'ijuru). Dufatiye ku kugene abo babona ico ciyumviro, **Ivyah 4:1-19:7** hibanda kuri Isirayeli yonyene yo muri kazoza kandi bavuga kuri iyo myaka ndwi y'amarushwa mu buryo bw'urutonde rw'ukugene amarushwa azogenda ahererekana muri iyo myaka ndwi. AntiKristo azokwimenyekanisha kandi ni we azotanguza "amarushwa akomeye" kuri ba Bayuda 144,000 bahindukiriye Kristo kandi no kuri bamwe batemera inganjo ya Antikristo (raba Osborne 2002: 21; MacDonald 1995: 2361; Smith 1980a: 17-21; Smith 1980b: 39-40, 68-75, 120-24). Inyuma y'ivyo ni ho hazoza *parousia,* imyaka igihumbi nk'uko bayiharura, aho hazoba igihano ku batizera, kandi hakabaho ijuru risha n'isi nsha (**Ivyah 19:11-22:21**).

1. <u>Inguvu z'abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe.</u> Inguvu zabo zikomeye z'abakoresha ubwo buhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe ni uko bemera ko Ivyahishuwe bivuga ku bintu bizoba imbere y'uko ishengero rinyakurwa, mu gihe rizoba ryanyakuwe kandi n'inyuma ya *Parousia* ya Kristo.
2. <u>Intege nke z'abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuriwe Yohana.</u> Abenshi mu bakresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuriwe Yohana bagerageza kubona urutonde rw'ivyo Yohana *yeretswe* muri ico gitabu nk'aho ari kimwe cakurira ikindi, nk'aho ari kimwe cakurikirana n'ikindi muri urwo rutonde nyene aho ivyabaye bimwe bija vyarabonetse *muri kahise.*

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Icongeyeko, abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe batuma igitabu c'Ivyahishuwe kitagira akamaro ku bo yohana yandikiye ico gitabu ubwa mbere mu kinjana ca mbere mbere no kuri abo bakurikiye mu myaka ibihumbi bibiri yakurikiye. Dufatanirije hamwe n'ivyo, Gentry abivuga neza yuko abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuriwe Yohana "bategerezwa kwongera gusigura ivyabaye mu gihe ca Yohana kugira ngo babizane mu gihe cacu turimwo uyu musi. Abakoresha ubwo buhinga bwa kazoza barirengagiza ukwihuta canke igihe kiri hafi c'ibivugwa mu Vyahishuriwe." (Gentry 1998: 92) Iyo ngorane irakomezwa cane mu bashigikiye iciyumviro c'abavuga ibiringo vya kazoza kubera yuko abafatira ku biringo bavuga yuko ishengero "rizonyakurwa" rikajanwa mw'ijuru kandi ko ritazobanza guhonja ikintu na kimwe co mu marushwa azoba kw'isi avugwa mu **Ivyah 4:1-22:5**. Ubwa nyuma, abakoresha ubuhinga bwa kazoza mu gusigura Ivyahishuwe, cane cane muri bwa buryo bw' abafatira ku biribngo, kenshi barajarajara mu buryo bahukana neza n'ivyabaye mu kinjana ca bere hamwe n'ivyariko biraba mw'ishengero ry'ico gihe muri ico gitabu. Nk'inkwirikizi y'uko kubona ibintu uko, bituma ico gitabu gitakaza ububasha, n'ivyo kivuga ata co biba bigisigura ku babisoma ubwa mbere eka no kubagisoma muri iki gihe, hamwe n'insiguro y'imenyeshamana mu bigereranyo vyose ico gitabu gitanga.

**D.** ***Ababona igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana nk'ibigenenetso***

Aho bose abafatira ku vyabaye n'abafatira ku muhero bagerageza ku kuraba ibintu kanaka mu bisomwa bw' Ivyahishuwe hamwe n'ibigereranyo ku vyabaye haba muri kahise canke (muri kazoza), ibinyuranye n'ivyo ni ukuri ku babipoperaniriza hamwe vyose. Ubuhingo bw'ugupoperaniriza hamwe vyose bubona Ivyahishuwe nk'aho ari ikigenenetso cerekana ukutumvikana kuri hagati iciza n'ikibi, Ubwami bw'Imana n'ububasha bwa Satani. "Muri rusangi, ubuhinga bwo gupoperaniriza hamwe vyose burangwa no kwanka gufatira ku kigereranyo na kimwe ko kiranga ibizoba muri kazoza haba muri kahise, k'iubu na kazoza k'ishengero canke ku muherro w'ibintu vyose" (Johnson 1981: 410). Abakoresha ubuhinga bwo gupoperaniriza vyose hamwe bibanda ku mahame akoreshwa hose yerekana ico ibigenenetso bihagarariye. Muru ubwo buryo rero, igikoko gihagarariye ububisha bwa Satani aho bubera hose bwaba uburwanya ishengero, bwaba mu bimatanije igitabu, bwaba mu nzamba bwaba mu nzavya buhagarariye uguca imanza kw'Imana ku bibi vyose vyabaye haba muri kahise , k'ubu no muri kazoza.

1. <u>Inkomezi z'ubuhinga bw'abapoperaniriza vyose hamwe.</u> Ugupoperaniriza vyose hamwe, hejuru y'ubundi buhinga bwose, kuremeza yuko imenyeshamana hamwe n'ugukoresha ibigenenetso ari vyo bigize agatimatima k'igitabu c' Ivyahishuwe. Ubwo buhinga bubona ko ico gitabu gifatiye ku bibazo kanaka kandi kikigisha amahame akoreshwa ibihe vyose vyo mu buzima bwa misi yose bw'ishengero guhera mu kinjana ca mbere gushika ku kuzogaruka kwa Yesu Kristo.
2. <u>Intege nke, ukujegajega kw'ubuhinga bwo kubona igitabu c'Ivyahishuwe nk'aho ari ikigenenetso.</u> Intege nke za mbere z'ubuhinga bwo kubona igitabu c'Ivyahishuwe nk'aho ari ibigenenetso "vyiza, bidateye amazi" aho zibonekera ni ukudashobora gushira hamwe ukuvugishwa kuboneka muri ico gitabu n'ivyabaye muri kahise, haba kahise ka kera, k'ubu na kazoza, nubwo ico gitabu ubwaco kiboneka ko ari vyo kigira, ni ukuvuga gushira hamwe ubuhanuzi bwabaye n'ingene bwashikijwe rimwe na rimwe. Mu buhinga b'ubwo buryo budasanzwe, ico gitabu kiboneka nk'aho cerekana intambara idacika, idahera hagati Imana/ nziza na Satani/mubi. "Ingorane z'ubu bundi buhinga ni uko buvuga yuko Ivyahishuwe biterekana ukuzoherahera kw'isi, haba mu ntisinzi y'imana ya nyuma canke mu guca amateka kwa nyuma ku bwami bw'umwiza." (Beale 1999: 48)[6]

**E.** ***Incamake y'ubwo buhinga bwose uko ari bune bwavuzwe aho hejuru***

Umuntu ashobora mu buryo bw'incamake kwegeranya ivyo vyiyumviro vyose muri ubu buryo bukurikira dufatiye kw'ishengero ry'uyu musi n'ivyizigiro vy'inyishu yo muri kazoza:[7]

---

[6] Mu buryo bw'agakekezo, ibi na vyo ni ingorane ku bavuga yuko vyose bija vyarabaye aho babona Ivyahishuwe 21-22 nk'aho hatavuga ku kuvyinjiramwo nya kuvyinjiramwo kwa nyuma yamara babibona ko ari ishengero. Abo babona ko ikiringo c'ishengero "kidahera" (Preston 2010: 54-55). Ni co gituma, dufatiye ku bavuga ko vyose vyaheze, icaha ntikizogira iherezo, ugucinyizwa kuzohoraho, canke n'urupfu ntiruzogira iherezo (Ico gitabu nyene: 262-63, 266; Preston 2013: 22).

[7] Kugira ngo dutange umuco ku bibazo "bitagira" inyishu: ku ruhande rw'"akamaro", ababona ko vyose bija vyarabaye mu Ivyahishuwe bituma ico gitabu kiba ataco kikimaze kw'ishengero ry'uyu musi kubera yuko baharira bavuga yuko ishengero rya mbere ryo mu kinjana ca mbere ryonyene (canke gushika mu kinjana ca gatanu ugiye kure) ari ryo ryabarirwa; kubera yuko ababona koi co gitabu kivuga ku bihe vy'iherezo na bo baharira bavuga yuko ishengero ryanyakuwe mu **Ivyah 4:1** kandi ko igice kinini c'ico gitabu (**Ivyah 4:1-22:5**) kivuga ku Bisirayeli gusa kandi ko imyaka ndwi izoba imbere y'ukuza

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| | ***Abavuga yuko ibivugwa mu gitabu c'Ivyahishuwe bija vyarabaye*** | ***Abafatiye ku bija vyarabaye*** | ***Umuhero*** | ***Ikigenenetso*** |
|---|---|---|---|---|
| ***Ico bisigura, akamaro*** | Ikinjana ca mbere—Ego<br>Inyuma y'ikinjana ca mbere—Oya | Ego | Ikinjana ca mbere—Ego (ibice vya 2-3 gusa)<br>Inyuma y'ikinjana ca mbere—Oya<br>Ako kanya nyene Imbere ya *parousia*—Ego | Ego (mu buryo busanzwe, yamara atari mu buryo bwa kahise) |
| ***Ivyizigiro*** | Oya | Ego | Ego | Oya |

**F.** ***Abavuga yuko ico gitabu cerekeranye n'abatoranijwe***

Kimwe cose muri ubwo buhinga bw'aho hejuru kirafise inkomezi n'ivyiza vyaco yamara kandi kirafise aho gifise inkomezi nke canke kijegajega. Ni co gituma, Abaevangeliques benshi hamwe n'abo mu mashengero yiyonkoye ku yari ahari bakoresha ubuhinga vbwinshi bunyuranye bw'ubwo buhinga bwoze bwavuzwe aho hejuru mu gusigura igitabu c'Ivyahishuwe. (Beale 1999; Johnson 1981; Osborne 2002; Smalley 2005). Beale avuga yuko ubu buhinga bwa gatanu bwo gusigura ico gitabu ari "ibigenenetso vyahinduwe" canke "ukurobanura, ugutoranya" (Beale 1999: 48-49). Ubu buhinga ntibuta butora ubuhanuzi bwavuzwe muri Bibiliya hamwe n'ibihe vy'iherezo muri rusangi: ubuhanuzi bufatiye ku bintu bigaragara kanaka bwavyaye ivyiyumviro nyamukuru hamwe n'amahame akorehwa muri kahise, k'ubu na kazoza; abavugishwa n'Imana bafata ubuhanuzi bufatiye ku kintu kimwe, ku gihe kanaka, n'ahantu kanaka maze bakongera bakabukorerako bakongera bakabukoresha ku bindi bintu kanaka, ku bihe kanaka, ahantu kanaka, ibintu kanaka bigaragara kenshi na kenshi bikoreshwa nk'uburorero canke ukwimuka kw'ibintu ku bizoba muri kazoza canke ku mahame yo muri kazoza. "Ivyahishuriwe Yohana vyandikiwe abantu baba muri Asiya, yamara ibigenenetso yakoresheje ntibiraba gusa abo muri Asiya bishobora no gukoreshwa ahandi hose kandi bikagira ico bivuga mu gutorera umuti ibindi bintu bijanye n'akaga mu buzima ishengero riba ririmwo" (Witherington 2003: 25). Aba bakurikira bagize ico bavuga kuri ivyo:

- "Ivyahishuriwe Yohana vyagenewe, vyibanda ku bo muri Asiya, yamara ibimenyetso n'ibigereranyo akoresha bishobora gukoreshwa no ku bindi bihe vy'akaga mu buzima bw'ishengero iryo ari ryo ryose. " (Witherington 2003: 25).
- "Ni ngirakamaro yuko igihe umuntu aba ariko arasigura ivyahishuwe adakwiye kwibanda ku karanga ka "Roma" mbere ahubwo no ku karanga ka "Babuloni" gusa. Yohana yabonye aho hose muri rusangi, ntiyahabonye nk'ibihugu canke abahaba bose canke nk'ubwami bw'abami canke nk'umwami w'abami; kuko ari ivyiyumviro biserukira hose, kandi ibigereranyo bihagarariye ukutagororokera Imana mu kibano ico ari co cose canke mu butegetsi n'ukugene ibintu vyubatswe mu gihe ico ari co cose." (Smalley 2005: 3)
- "Co kimwe no mu bindi bihe vyinshi, [Yohana] atangurira ku kintu cibasiye ahantu hatoya no mu micungararo maze agaca atandukira iciyumviro cagutse gishika ku handi hantu hose. Yerusalemu yiwe, Babuloni hiwe, si igisagara kigaragara, kiboneka nk'uko tucumva. Ni 'Maraya w'agahebuza, yicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi;' kandi 'ya mazi wabonye, maraya yicarako,'umumarayika abihishurira uwo yavyeretse, 'ni ya moko n'amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi [**Ivyah 17:1, 5, 15**].'" (Milligan 1896: 295)

Ibintu bikuru bivugwamwo hamwe n'ibigereranyo bikoreshwa mu Vyahishuriwe Yohana si ibintu vyo gufatirako gusa ku bintu kanaka yamara bifise insiguro ibandanya kw'ishengero. Amahame akoreshwa mu bigenenetso, akoreshwa kandi mu buhinga bwiswe ukurobanura, ugutoranya, butanga ico bwisangije ku kwizera n'ubuzima bw'ishengero guhera mu kinjana ca mbere gushika rishitse muri *parousia.* Ku rundi ruhande na rwo, ubuhinga bwo kurobanura, gutoranya buratahura yuko Ivyahishuwe bishiraho amahame menshi abandanya. Ico gitabu ntikivuga ku bintu vyabayeho mu kinjana ca mbere gusa, yamara kandi kivuga kw'iherezo ry'ibihe, igihe vyose bizorangirira. Ni co gituma, ubu buhinga butanga ivyizigiro nyakuri ku bizera, mu marushwa no mu mageragezwa yose boba bariko baracamwo muri iki gihe. ubu nib wo buhinga rero tugomba twerekane ngaha.

---

kwa Yesu *parousia,* ukwo kubona ibintu gurtyo na kwo nyene gutuma igice kinini c'ico gitabu kiba ikitagira akamaro kw'ishengero ry'uyu musi. Ku rundi ruhand rw'"ivyizigiro", abavuga bose ko bija vyarabaye ntibatanga ivyizigiro vya kazoza kubera yuko babona Ivyahishuwe ahanini nka kahise kaheranye n'umwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu canke na ho bagiye kure bagashika ku gusangangurwa kw'I Roma mu kinjana ca gatanu; ababona ko ari ikigenenetso gusa ntibatanga ivyizigiro vya kazoza kubera yuko babona yuko ico gitabu kirimwo amahame atagira iherezo yamara ntibakibona nk'aho kivuga kw'iherezo ryo kuzokwinjira muri ivyo bintu.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

## III. Ibihe amashengero ya mbere yarimwo mu mpera y'ikinjana ca mbere

"Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana cerekana ukutumvikana n'ingorane zari hagati mu Bakristo, ingorane n'ukutumvikana kwari hagati y'Abakristo n'Abayuda, kandi n'ingorane ukutumvikana kwari hagati y'Abakristo n'abaserukira i Roma. Ico gitabu kigerageza gusigura izo ngorane n'ukwo kutumvikana hamwe no kugerageza kuzitorera umuti bafatiye ku gihe barimwo." (Yarbro Collins 1998: 400)

### A. *Ubwami n'umuco kama*

Ivyahishuwe bivyura ikibazo gikomeye abakristo benshi bahangana na co: Kubera iki, nimba Imana iri hejuru ya vyose kandi Kristo aja yaraje gutanguza ubwami bwiwe, umuco kama ari uwo igipagani kandi natwe tukaba mu marushwa no mu mibabaro? Idini ryo mu kinjana ca mbere c'Abaroma n'Abagiriki ryari rifatanye n'imico kama myinshi, ibibano, ubutunzi hamwe n'ivyagirwa muri politike. Abakristo rero bahangana n'uguhitamwo kutoroshe rimwe na rimwe ku vyerekeye kwemezanya no kwemera imigirwa imwe imwe na ryari hamwe n'ingene bavyanka. Ivyo bibazo nyene n'uyu musi biracari vyo abakristo bahangana, bahura na vyo.

Hariho n'imiburiburi ibintu bitatu vy'idini vyari bihanze amashengero yo mu kinjana ca mbere vyari bifise inkwirikizi zo mu mategeko. Ubwa mbere, mu kibano c'Abaroma ubudandaji butandukanye bwari bufise imana zabwo zabugenga. Inkwirikizi z'izo mana zagenga ubwo budandaji zivugwa na Beale: "mu buryo bugaragara, umurwi udahobahoba mu mashengero yo muri Asiya ntoya ntiyiyumvira ko ari icaha gikomeye kwerekana ko ko wumvira kandi ukwirikiza ibisabwa n'urwo rudandazwa wumvira izo mana zarugenga. Ivyo ni vyo vyariho igihe bari bitezwe kuriha ikibuguro c'urwo rudandazwa rwagengwa n'izo mana mu kuja mu misi mikuru y'ukurya yateguriwe ivyo bigirwamamana. Kwunamira umwami w'abami nk'ukw ari imana kwari mwo co kimwe no gusenga izo mana zo muri iyo micungararo. Kubwo uwo muco muri rusangi ukugaragaza kwumvira umwami w'abami n'imico ni co cerekana ko uri umunyagihugu mwiza. Inyuma ya vyose, izo mana zari hejuru y'izindi zatwara urwo rucuruzi co kimwe n'imana yatwara ubwami bwose bw'i Roma ni zo zitwa yuko ziyobora ikibano, umutekano hamwe n'imigisha mu bijanye n'ubutunzi umuco wari unezererewe. Guhakana kwerekana ugukengurukira izo mana cari ikimenyetso yuko uri umunyagihugu mubi." (Beale 1999: 30)

Ubwa kabiri, amashengero yari ahanganye nuko hariho ugusenga umwami w'abami, amperere. Ivyo vyari bifise ingaruka mu kibano no mu vyerekeranye n'idini: "Ivyahishuriwe Yohana vyaje kuri we, canke yabihishuriwe mu gihe gusenga amperere (umwami w'abami) vyari vyo bivumye nk'ubwome bushira hamwe ikibano hamwe no gushira hamwe igisagara cose kinini co mw'isi ya Asiya, hamwe n'intara. . . . Ibisomwa bigaragara nka Ivyah. 13.4; 15-16; 14.9-11; 15.2; 16.2; 19.20; 20.4, bivuga ku gusenga Igikoko, nta nkeka ko vyari bifise ingaruka ku gusenga amperere kuri Yohana no ku Bakristo ba mbere." (Witherington 2003: 25)

Ubugira gatatu, ugukwirikiza amategeko kw'amashengero kwunyuwe n'uguhinduka kw'Ubukristo ku vyerekeranye n'idini ry'Ikiyuda inyuma y'umwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu. "Nko gushika mu mwaka 65 (yamara hatarenze mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu) Abaroma bafata Abakristo nk'agatsiko kiyonkoye kw'Idini ry'Ikiyahudi, yamara ko ako gatsiko kagumanye imigenderanire ikomeye n'iryo dini ry'Ikiyahudi" (Gentry 1989: 227). Ivyo ni kubera yuko, "Dufatiye kw'itegeko ry'Abaroma, amadini ntiyari yemewe hanze y'ibihugu bakomokamwo n'ubwo ivyo bitakwirikizwa ndetse igihe haba hariho ukurenza urugero mu ngeso zijanye n'imikorere y'idini. Idini ryari ryemerewe ryonyene n'iryo tegeko ryari idini ry'ikiyahudi aho imikorere yaryo yemerwa muri ubwo bwami bw'abami, canke muri ivyo bihugu vyose vyatwarwa n'umwami w'abami." (Beale 1999: 30-31) Yamara Abakristo ntibashigikiye umugumuko w'Abayuda maze baca bahunga i Yerusalemu imbere yuko hasangangurwa n'Abaroma. Ukwo kudashigikira kw'Abakristo uwo mugumuko w'Abayuda n'uguhunga Yerusalemu kwafashwe n'Abayuda nka bo nk'ukuyoba, nk'ikizira c'ubuyobe. Ingaruka y'ivyo, inyuma y'umwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu abarongozi b'abayuda baciye barwanya abakristo b'Abayuda, babaca mu masinagogi yabo mbere babaka n'ubwenegihugu bw'Abuyuda. Ingaruka z'ivyo zabaye yuko, "abakristo b'Abayuda batabaye bagifatwa na reta y'abaroma nk'uko bari mw'idini ry'Ikiyahudi, kandi kubw'ivyo bari mu kaga ko guhitamwo nimba bakwiriye kwihakana Yesu Kristo (kugira ngo bongere bemererwe kuja mu masinagogi) canke na ho basenge Kayisari." (Pate 1998: 140) Ivyahishuriwe Yohana bigaragaza ukurwanya Ubukristo kudakomoka kuri reta y'Abaroma gusa ariko kunakomoka no kw'idini ry'Ikiyahudi na ryo (**Ivyah 2:9; 3:9**).

### B. *Ikibazo c'uguhamwa*

Ibifatiye ku kibazo c'ubwami n'umuco ni ikibazo c'uguhamwa. Ubushakashatsi bwarerekanye yuko, naho mu myaka ya nyuma y'ubutegetsi n'intwaro ya Nero bwahamye mu buryo bukomeye Abakristo baba i Roma ubwaho, "nta kimenyamenya kigaragaza yuko mu myaka cumi ya nyuma y'ikinjana ca mbere habayeho

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

uguhamwa kugaragara kw'ishengero" (Ladd 1972: 8). Yamara nubwo biri uko, Ivyahishuwe vyerekana yuko mu mpera y'ikinjana ca mbere amashengero yo muri Asiya yariko araca mu guhamwa mu bice bimwe bimwe (**Ivyah 1:9; 2:10, 13**). Yohana ashobora kuba yabona yuko ukwo guhamwa kwari gutanguye kwigaragaza mu bice bimwe bimwe mu kibano kwari kugiye kwiyongeranya muri kazoza. Ni co gituma, Ivyahishuwe vyuzuye mwo uburorero bugabisha abizera yuko hari hagiye kubaho ihamwa maze bukabahamagarira kuguma ari ivyabona vy'ukuri bishingira intahe Yesu, kuba abizigirwa no gushika ku gupfa (raba, akarorero, **Ivyah 3:10; 6:9-11; 7:13-17; 11:3-12; 12:1-17; 13:7; 17:14; 19:7-10; 20:4-6**).

**C.** ***Ingorane z'imbere mw'ishengero***

Nk'uko ivyete vyandikiwe amashengero ndwi (**Ivyah 2-3**) bibigaragaza, "ingorane zari zihanze amashengero mu gihe ca Yohana akaba ari na zo zahaye iforoma n'ibigize igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, zikomoka *imbere* muri ico kibano, kandi ntizikomoka inyuma y'ico kibano" (Smalley 2005: 4). Muri izo ngorane harimwo: ukutagira urukundo (**2:4**); inyigisho z'ibinyoma (**2:14-15**); ubusambanyi buhagaze ku nyigisho z'ibinyoma n'ukuvugishwa kw'ibinyoma (**2:20-21, 24**); umwiza mu vy'impwemu, kubura ubwizigirwa, kubura umwete no kubandanya (**3:1-4**); kuba abadakonje canke ntibabire hamwe n'ubwishime (**3:15-17**).

**IV. <u>Intumbero n'ibintu nyamukuru bivugwa</u>**

nkuko tuja twihweje ivyariko biraba mu mashengero yo mu kinjana ca mbere maze tukaraba n'isuzuma rya Yesu kuri ayo mashengero mu **Vyahishuriwe Yohana 2-3**, tuzobona ibibangabanganywe n'amageragezwa duhura nayo hamwe n'ibibazo biduhanze uyu musi. intumbero n'ibintu nyamukuru bivugwa muri ico gitabu bidufasha kuturongora muri ico gitabu maze bikaduha gutahura ivyo ico gitabu kivuga. Izo ntumbero n'ivyo bintu nyamukuru bivugwako muri ico gitabu biravangavanze, birafise ivyo bihuriyeko kandi vyavuzwe mu buryo bwinshi bunyuranye. ibi bikurikira ni bimwe muri ivyo, bserukiye ibindi vyinshi twari kuvugako.

**A.** ***Gusigurira ishengero ingene Imana iriko irakora mw'isi***

Wilbur Smith yaravuze ku kintu gikomeye c'ukugene igitabu c'Ivyahishuriwe yohana cubatswe hamwe n'insiguro y'ukwo kugene ico gitabo cubatswe: "ibintu vyinshi biba muri ico gitabu bibera mw'ijuru, yamara amateka ubwayo abera kuri iyi si; kandi ibibera mw'ijuru vyitangira ibibera kw'isi kuko biba bibibura. . . . namye igihe cose niyumvira yuko hariho ukuri kubiri gukomeye twovana muri ibi vyabaye. ubwa mbere, ibigomba bibeho ngaha kw'isi, nubwo abantu batabizi kandi batavyiteze, birazwi neza n'ababa mw'ijuru—Umwami yaduze mw'ijuru, abamarayika, abakuru 24, ibinyabugingo, n'abandi baba mw'ijuru. ubwa kabiri, ibigira bibe kw'isi biri musi y'ukuboko n'uburongozi bw'ijuru, kugira ngo dushobore kuvuga ata bwoba yuko dufatiye kuri iki gitabu, co kimwe no mu bindi bitabu vyo mu vyanditswe bivuga ku buhanuzi, yuko ibintu vyose bibera ngaha kw'isi bishitsa ijambo ry'Imana." (Smith 1962: 1497)

Walter Elwell na we nyene yarabivuze, "intumbero y'Ivyahishuwe ni ugusigurira ishengero ingene Imana iriko irakora mw'isi. . . . Iciyumviro nyamukuru kiguma kigaruka mu Ivyahishuwe hose ni uko ubuzima na kahise bishobora kubonwa canke kwihwezwa mu nzira zibiri. Turashobora kubona ingorane, uguhamwa, imibabaro, ikibi, hamwe no gusuhuza umutima bidukikije maze tukihebura, canke na ho turashobora kuraba inyuma y'ivyo ku kuri guhoraho kw'ivyiza na kwo kwo nyene kudukikije—Imana, Kristo, abera ba kera, abamarayika, intebe y'Imana, indirimbo, amajwi, amabara, ubwiza bw'ijuru, Yerusalemu Nsha hagizwe n'amambarabara ajererenga izahabu hamwe n'intsinzi ija yarabonetse. Uguhitamwo rero ni ukwacu; ivyo vyose tuvuze aho hejuru ni ukuri." (Elwell 1989: 1200-01) Yohana ariko arasigura biciye mu vyo yeretswe, yabonye hamwe n'ibigereranyo yuko Imana iriko irashitsa integuro yayo y'ibihe bidashira. Ico ico gitabo kigomba gushikiriza "si ukubashoboza cane [amashengero ndwi Yohana yariko yandikira] kubona kazoza nk'ukugira abashoboze kubona ivyo barimwo mu gihe cabo babigereranije ivyo babikiwe maze babone kwihangana" (Bauckham 1993b: 167) Bishobora kuba bitaboneka neza kuri twebwe muri iyi si yuko Imana iriko irashitsa intumbero n'integuro yayo. Yamara, "kimwe mu bintu nyamukuru muri ico gitabu ni uko ibintu bitari uko bisa, bitameze uko bisa" (Johnson 2001: 9).

**B.** ***Guhamagarirwa kwihangana mu kunigana, mu kurwana n'ububasha bw'umwiza***

Indangagaciro z'iyindi mico, uguhamwa kwo hirya no hino, amategeko hamwe n'ikibano canke Abakristo, hamwe n'umusuhero waterwa na Reta n'Abayuda vyari kuba vyogerageza Abakristo kwivanga mu kwizera kwabo hamwe no mu mikorere yabo. Ivyahishuwe biragaragaza neza yuko, guhera mu kinjana ca mbere gushika kuri *parousia,* hazokwama hariho ibibi hamwe no kugerageza guhoza icabona c'ishengero canke gushinga intahe kw'ishengero. Mu nteguro y'imana harimwo n'uguhamwa mbere n'ukwicwa kwa benshi mu

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bantu bayo bahowe ugushingira intahe Yesu. Kubw'ivyo, abantu b'Imana bategerezwa kuguma ari abizigirwa nubwo boba bariko baraca mu ngorane maze bagafata nka nkama ijambo ry'ubuhanuzi n'ukuvugishwa vyanditswe muri ico gitabu (**Ivyah 1:3; 22:7**). "Nkuko vyagenze no kuri Yesu mu gihe yatanguza ubwami bwiwe, ubwami bw'ishengero bugizwe no kunesha mu kugumana ugushinga intahe mu bwizigirwa hagati mu mageragezwa (uburorero, 2:9-11, 13; 3:8; 12:11); mu kunesha ububasha bw'umwiza (uburorero, 6:8 dufatiye kuri 6:9-11); mu kunesha icaha mu bugingo bw'abagize ishengero (raba ibice vya. 2-3); hamwe no gutangura kuganza no kunesha rupfu na satani mu kwishushanya no mu kwifatanya na Yesu (raba 1:5–6, 18). Ukwihangana kw'ishengero ni ikigize urugendo rwo kunesha" (White 2000: 175). Elisabeth Schüssler Fiorenza abivuga mu nca make gurtya, "Yohana arondera kwimura [abo yariko arabarira] kugira ngo bashike aho banesha, batsinda ubwoba, bongere bishikane kuri Yesu kandi bagumane ukwizera kwabo n'indoto zabo" (Schüssler Fiorenza 1991: 37).

**C.** ***Guhumuriza no gutera intege abakristo kubera Kristo Yanesheje***

Ivyahishuwe bigaragaza yuko Imana iri hejuru ya vyose no hejuru ya kahise, hejuru y'ibibi vyose, kandi ko ari yo iriko iratuma ibiba vyose vyo muri kahise kugira no iheshe icubahiro izina ryayo, kandi kugira ngo izane, ishikane iherezo ryiza ku bantu bayo. Ivyahishuwe "bitwereka imana y'urukundo n'ububasha, yanesheje abansi bayo bose n'abacu. Kahise k'umuntu nk'uko tukazi, kazoherahezwa igihe Satani azobabazwa agatsindwa burundu maze umukwe akagumbira umugeni wiwe. Ishengero rizonezerererwa umunezero udashira n'amahoro adashira riri kumwe na Yesu." (Hamstra 1998: 127) William Hendriksen avuga mu nca make ico kintu nyamukuru muri ico gitabu gurtya: "Ahanini, intumbero y'iki gitabu c'Ivyahishuwe ni uguhumuriza, ukuremesha ishengero rizima mu ngorane no mu ntambara ririmwo rirwana n'inkomezi z'umwiza, za se kibi. Cuzuyemwo ivyizigiro n'ukuremeshwa, n'uguhumurizwa ku bakristo bariko barahamwa, bishwe kandi bari mu mibabaro bababazwa. Abo bahawe ukuremeshwa mu kubarirwa ko Imana ivyo bariko baracamwo ibibona, itavyirengagije, kandi koi bona amosozi yabo (7:17; 21:4); amasengesho yabo afise ingaruka ku biba mw'isi (8:3, 4) kandi ko urupfu rwabo ari urw'igiciro mu nyonga z'Imana. Intsinzi yabo ya nyuma ko ari ngombwa (15:2); amaraso yabo azohorwa (19:2); Kristo wabo ari muzima kandi aganje ibihe bidashira. Aganje isi yose ku neza y'ishengero ryiwe (5:7,8). Azogaruka kujana abantu biwe abishikirize muri ya "mazimano yo mu bukwe bw'Umwagazi w'Intma w'Imana' kandi no kubana na bo mw'isi nsha ibihe bidashira (21:22). . . . Intumbero nyamukuru ni intsinzi ya Kristo n'ishengero ryiwe kuri ca gisato (Satani) hamwe n'abagifasha. . . . Muri ubwo buhanuzi bwose bwavuzwe mu Ivyahishuwe muri iki gitabo c'igitangaza kristo yerekanwa nk'Uwanesheje, umurwanyi akomeye, (1:18; 2:8; 5:9ff.; 6:2; 11:15; 12:9ff.; 14:1; 15:2ff.; 19:16; 20:4; 22:3). Yanesheje Rupfu, Kuzimu, ikiyoka, igikoko, umuvugishwa w'ibinyoma, n'abantu basenga igikoko. *Yaranesheje* kandi ingaruka yukwo kunesha, ni uko na twebwe twanesheje kuko yaratuneshereje*,* mbere naho dusa n'abaneshejwe umengo nta vyizigiro." (Hendriksen 1982: 7-8)

## V. <u>Ukugene ico gitabu cubatswe</u>

**A.** ***Ukudashoka gusobanurika, ubumwe, n'akamaro k'ukugene ico gitabu cubatswe***

Uko umuntu aguma yiga ico gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ni ko aguma abona ukugene ico gitabu cubatswe, ciyumviriwe, catunganijwe, kugoye. "ukuvangavangana mu vyahishuwe bishobora kuba bigoye gusobanurika kugeza yaho kugerageza kwerekana ingene cubatswe n'ibikigize kudashobora kuvyerekana neza. Ngaha dushobora kutaronka ukugene twobisigura neza kuko umengo ni zuguruzuguru, izinguzingu, twobivuga mu buryo batatu." (Johnson 2001: 35) nubwo vyanditswe mu buryo bugoye gusigura, icirwa ca Richard Bauckham c'Ivyahishuwe cerekana yuko "ari co gitabu ca mbere gifise intumbero n'insiguro imwe, cubatse neza mu bitabu vyose bigize Isezerano Risha. . . . Ivyahishuwe nta nkeka ko cagenewe gushikiriza ubutumwa bwaco ku bantu ba mbere cari candikiwe ahanini, abavyumvise ubwa mbere ahanini (raba 1:3), yamara kandi mu buryo cabandanije cazanye insiguro nini yuzuye ku baciga n'abagisomana umwete." (Bauckham 1993a: 1n.1, 1)

Uku kugene iki gitabu cubatswe ni ngirakamaro ku gutahura ico gitabu kwacu, cane cane dufatiye ko ari Ivyahishuwe kandi ko kigizwe ahanini n'ibigereranyo. Ranko Stefanovic aca mu nca make yerekana akamaro k'ukugene ico gitabu cubatswe kugira ngo dutahure ibikirimwo, ibikigize: "Biboneka yuko ukugene ico gitabu c'Ivyahishuwe cubatswe mu buryo butangaje vyaja vyarateguwe n'uwabihumekewe akavyandika. Ukugene rero categuwe, cubatswe ni ngirakamaro cane kugira ngo dutahure ingene iciyumviro nyamukuru cagiye kirakwirikirana muri ico gitabu cose. Kiraburira uwugisoma ko adakwiye gusoma no gusigura igice canke ikigabane c'igisomwa agitandukanije n'ibindi bivugwa muri ico gitabu cose, vyose bikwiye gufatirwa hamwe, nta gace kikwije gafashwe ukwa konyene. Insiguro y'igisomwa cose kiri mu Ivyahishuwe itegerezwa

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

kwemezanya n'intumbero nyamukuru y'ico gitabu cose." (Stefanovic 2002: 43)

**B.** ***Ukwisubiriza kw'amungane n'ivyiyumviro***

Ahanini mu bigize ukudasobanurika neza kw'Ivyahishuwe, ukugene ivyanditswe bigize urunani bigaragarira mu kugene amajambo amwe amwe n'ivyiyumviro bimwe bimwe biguma bigaruka, bisubirwamwo. Amungane menshi n'amajambo menshi hamwe n'ivyiyumviro vyinshi biguma bigaruka, kenshi mbere hamaze guxcamwo ikigabane kirekire imbere yuko ayo majambo n'ivyo vyiyumviro bigaruka, kandi kenshi na kenshi mu buryo butandukanye gatoya. "Iryo garuka garuka n'ugusubirwamwo kw'ayo majambo n'ivyo vyiyumviro bituma habaho ugushira hamwe ibintu bikomeye aho amajambo ushobora kuyaronderera ahandi, ivyo na vyo bigatuma umuntu agereranya ivyavuzwe hirya no hino, bikamuha gushiraho no kwagura insiguro y'igisomwa cose. Iri garuka garuka ry'amajambo rishiraho ibisomwa vyinshi bisa, bidufasha gushiraho insiguro y'igisomwa ico ari co cose mu gutanga imigenderanire idasanzwe ku bindi bisomwa vyinshi." (Bauckham 1993a: 22) Igituma kimwe gitera habaho igaruka garuka ry'amajambo makuru makuru rishobora kuba riterwa nuko Yohana yariko arandikira *abamwumva* co kimwe n'abasoma (**Ivyah 1:3**). "Mu gisomwa kigenewe abavyumvisha amatwi ukugene ico gisomwa cubatswe gutegerezwa kwerekanwa n'ibintu bimwe bimwe bigenga amajambo avugwa." (Ico gitabu nyene: 3)

1. <u>Gusubiramwo, igarukagaruka ry'amungane, amajambo n'ivyiyumviro bifasha kubohera hamwe ico gitabu hamwe no gushimangira ubutumwa bw'urufatiro bwo muri ico gitabu nyene.</u> Amungane, amajambo hamwe n'ivyiyumviro nyamukuru hamwe n'amasezerano yo kw'ishengero ahera mu ntango y'ico gitabu kandi agashitswa mu mpera yaco:

| | |
|---|---|
| **1:1; 22:6-**"*yereke abagurano biwe*"<br>**1:1; 22:6-**"*ibigira bibeho vuba*"<br>**1:1; 22:6, 16-** Yesu arungika umumarayika wiwe<br>**1:2; 19:10; 20:4-**"*gushinga intahe kwa Yesu Kristo*"<br>**1:3; 22:7-**"*hahirwa . . . bakitondera ivyanditswe muri yo*"<br>**1:3; 22:7-**"*amajambo y'uku kuvugishwa*"<br>**1:3; 22:10-**"*igihe kiri hafi*"<br>**1:4; 22:16-**"*amashengero ndwi*"<br>**1:6; 20:6-**"*abaherezi b'Imana*"<br>**1:8; 21:6; 22:13-**"*Alufa na Omega*"<br>**1:8; 21:22-**"*Ishobora Vyose*"<br>**1:14; 2:18; 19:12-**inyonga ziwe "*zasa n'imbeya z'umuriro*"<br>**1:16; 2:16; 19:15-**Inkota iva mu kanwa ka Kristo**1:17; 22:13-**"*uwa mbere n'uwa nyuma*"<br>**1:18; 20:14-**"*Rupfu na kuzimu*" | **2:7, 11, 17, 26; 3:5, 12, 21; 21:7-**"*unesha*"<br>**2:7; 22:2, 14-**"*Igiti c'ubugingo*"<br>**2:10-11; 20:6; 21:4-**gucumgurwa urupfu rwa kabiri<br>**2:16; 3:11; 22:7, 12, 20-**"*Ehe ndaza vuba*"<br>**2:17; 19:12-** Izina "ata muntu n'umwe arizi"<br>**2:23; 20:12; 22:12-**"*ibikwiranye n'ibikorwa*"<br>**2:27; 19:15-**"*Azoyaragiza inkoni y'icuma*"<br>**2:28; 22:16-**"*ikinyenyeri co mu gaturuturu*"<br>**3:4, 5, 18; 19:8, 14-** impuzu zera, zitanduye<br>**3:5; 20:12, 15; 21:27-**"*igitabu c'ubugingo*"<br>**3:12; 21:22-**urusengero<br>**3:12; 22:4-** unesha nzomwandikakw izina ry'Imana yanje<br>**3:12; 21:2, 10-** Yerusalemu musha wururuka uvuye mw'ijuru<br>**3:21; 20:4-**unesha nzomuha kwicarana nanje ku ntebe y'ubwami |

2. <u>Isubirwamwo ry'amungane n'amajambo rishimangira ukubangabanganwa kw'ukumenyesha Imana kandi gutandukanya ivyo Yohana ashaka ko abantu canke abasomyi babona.</u> **Ivyah 17:1-19:10** n' **Ivyah 21:9-22:9** harabangabanganye. "kuri 17:1-19:10 Yohana abona maraya w'i Babuloni n'ugukomvomvorwa kwiwe; kuri 21:9-22:9 abona umugeni w'umwagazi, Yerusalemu nsha, wururuka uvuye mw'ijuru. Ibi bigabane vyose bigize amasonga y'ico ico gitabu cari kigamije gushikako: ugukomvomvorwa kwa Babuloni n'ugusubirirwa na Yerusalemu Nsha." (Bauckham 1993a: 4-5) Kubw'ivyo, ivyo bigabane vyose bitangurwa kandi bigaherezwa n'amajambo ameze nka co kimwe:

| | |
|---|---|
| **17:1-3:** *"Haza umwe wo muri ba bamarayika ndwi bari bafise za nzavya ndwi . . . avugana na nje arambarira ati, 'Ngwino nkwereke' . . . Anjana mu bugararwa ndi muri Mpwemu."* | **21:9-10:** *"Haza umwe wo muri ba bamarayika ndwi bari bafise za nzavya ndwi . . . avugana na nje arambarira ati, 'Ngwino nkwereke' . . . Anjana mu bugararwa ndi muri Mpwemu."* |
| **19:9b-10:** *"Kandi arambarira ati "Ayo ni amajambo y'ukuri y'Imana".' Nikubitishwa hasi imbere y'ibirenge vyiwe no kumusenga. Arambarira ati Oya sigaho Ndi umugurano mugenzawe kandi ndi mugenzi wa bene So bafise ivyo gushingira intahe Yesu: Imana ba ari yo usenga.'"* | **22:6-9:** *"Arambarira ati, 'Ayo majambo n'ayo kwizerwa ni ay'ukuri. . . Maze kuvyumva no kubibona, nikubita hasi imbere y'ibirenge vy'umumarayika anyeretse ivyo, ngira ndamusenge. Arambarira ati Oyo sigaho. Ndi umugurano mugenzawe kandi ndi mugenzi wa bene So abavugishwa n'Imana n'uw'abitondera amajambo y'iki gitabu. Imana ba ari yo usenga.'"* |

Aho ubuhinga bunyegejwe bw'ukugene iki gitabu cubatswe bubonekera mu kugene abansi bakuru b'imana n'abantu bayo bahera kugaragarira muri uru rutonde: Rupfu na Kuzimu (**6:8**); igisato

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(**12:3**); igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma (**13:2; 13:11** [gukuramwo umurongo wa **11:7**]); Babuloni (**17:1** [gukursmwo umurongo wa **14:8**]). Ugusangangurwa kwabo mu buryo bunyuranye, habayeho ugupangapangwa mu buryo bwa Chiasme: Babuloni (**18:1–24**); igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma (**19:20**); igisato (**20:10**); Rupfu ana Kuzimu (**20:14**)[8]

**C.** ***Ukugene ibigize urufatiro rw'ico gitabu vyubatse***

Abantu benshi bagize ico bavuga kuri ico gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana babona ko kigizwe n'ibice bibiri vy'urufatiro: **Ibice 1-11** no guhera kuri **12-22**. Ibi bigabane bibiri bikomeye bishobora kuboneka ko vyugurura, bigahishura ubutumwa bw'ivyo bitabu bibiri nubwo ari kimwe kigabanijwe mwo kubiri (imizingo) c'Ivyahishuwe: igitabu kidomwekw ikimenyetso **5:1-5**, aho ubutumwa bwaco buhishurwa guhera kuri **6:1-11:9**; hamwe n'"agatabu gatoya" kavugwa kuri **10:2, 8-10**, aho ubutumwa bwako buhishurwa guhera kuri **12:1-21:8**. Hendriksen vyongeye avuga ku bigize ivyo bice bibiri vy'ico gitabu: "Igice ca mbere gikomeye mu kugabanganya iki gitabu ni (ibice vya 1-11) vyerekeranye n'uguhishura ishengero, ribamwo Kristo Yesu, rihamwa n'isi. Yamara ishengero rizohorwa, rizigamwe, ririndwe kandi ryogororore rinesheje. Ikindi gice ca kabiri c'ukugabanganya ico gitabu ni guhera ku (bice vya 12-22) hahishura ikintu gikomeye bafatiyeko mu vy'impwemu muri iyo ntambara. Ni ukutumvikana hagati ya Kristo n'Ikiyoka aho Kristo co kimwe n'Ishengero Ryiwe, rizokwogorora rinesheje." (Hendriksen 1982: 23; raba kandi Payne 1980: 594)[9]

**D.** ***Ukugene ibintu vyanditswe***

Harabayeho abantu benshi bashikirije ukugene ibintu vyubatswe mu Ivyahishuwe. "Bimwe mu vyavuzwe canke mu vyashikirijwe bikoresha ibimenyamenya umuntu abanza kwiyumvira, bidashoka bigaragara nk'abavyibajije n'ababipanze, bakabishikiriza. Uburorero bumwe bw'ukwo kugeragea kubona ibintu harimwo chiasm, Kiyasume, ugushiramwo ibindi bintu hagati mu bindi, kwongera kuvuga ivyaja vyavuzwe, hamwe no kuvuga ibintu vyose mu buryo bumwe. Abandi na bo bashimikiye ku gukoreshwa kugaragara kw'amajambo nk'aya: 'muri mpwemu'; 'ibiriho n'ibizoba mu nyuma'; 'ngwino urabe'; 'ugutigita kw'isi'; kandi, nta nkeka, n'igiharuro '7.' Ku bijanye n'ikoreshwa ry'igiharuro 7, abahinga bamwe bamwe bakoresha igiharuro ndwi mu guca ku masonga igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana aho harimwo amashengero ndwi, ibidomweko amashashara ndwi, inzamba 7 n'inzavya 7. Abanda na bo ntibarinda gushika ku giharuro ndwi mu kuvuga ku biringo canke ku mitwe y'amajambo ngenderwako ariko bavuga ko igisomwa cose nyamukuru mu Ivyahishuriwe Yohana gishobora kubonekamwo ibintu ndwi nyamukuru. Kandi, ubwa nyuma, abanda bahinga na bo bashize hamwe ivyo tuvuze aho hejuru yuko bibumbiwe hamwe mu bintu ndwi bigize Ivyahishuriwe Yohana aho harimwo ubuhinga ndwi bw'ukugene ibintu vyubatswe mu bice ndwi nyamukuru bigize ico gitabu." (Korner : 160-62)

**E.** ***Incamake* y'*ukugene ibigize ico gitabu vyubatswe***

Impamvu imwe ituma abagize ico bavuga berekanye uburyo bwinshi bunyuranye bw'ukugene ico gitabu cubatswe ni uko ibigize inyigisho hamwe n'ukugene canditswe bitegerezwa kubanza kwiyumvirwako no gufatirwa hamwe. Abagize ico babivugako bamwe bashimikira cane ku bigize ico gitabu, abanda na bo bagashimikira ku kugene canditswe. Ibi bikurikira biserukiye bimwe mu vyitegererezo vyiyumviriweko cane vy'ukugene ico gitabu canditswe.

1. <u>G. K. Beale (Beale 1999: x-xvi).</u>

**<u>1:1-20:</u>** Amajambo abanziriza

**<u>2:1-3:22:</u>** Ivyete vyandikiwe amashengero ndwi: Kristo ahimiriza amashengero gushinga intahe, abayakebura kutivanga, kandi abingingira kwumva no kunesha ukwivanga kugira ngo bashobore kuragwa ubugingo budashira.

**<u>4:1-5:14:</u>** Imana na Yesu kristo bahabwa icubahiro kubera yuko ukuzuka kwa Kristo kugaragaza ko bari hejuru ya vyose, hejuru y'ivyaremwe kugira ngo babicire imanza kandi babicungure.

---

[8] Beale avuga ati, "uku guhindura ibintu kwerekana ko hari ukutitwararika ukugene ibintu vyakurikiranye mu Ivhahishuriwe Yohana. Abo bansi bane bakuriweho rimwe, nk'uko bigaragarira mu gusubiramwo amajambo yo mw'Isezerano rya Kera n'ibivugwa mw'Isezerano rya Kera mu kuvuga ku kuneshwa kwabo (uburorero, 'bakoranirizwa hamwe kugira ngo barwane intambara' [**16:14; 19:19; 20:8**])." (Beale 1999: 812) Icongeyeko, **Ivyah 14:8** havuga gurtya, *"Kirakomvomvotse, kirakomvomvotse, Babuloni ca gisagara gihambaye,"* yamara "Babuloni hahambaye" ntiharanavugwako gushika kuri **17:1-5**. *"Kirakomvomvotse, kirakomvomvotse"* kuri **Ivyah 14:8** hakomoka kuri **Yes 21:9**.

[9] Inzamba igira ndwi (**Ivyah 11:15-19**) ikuraho iherezo ry'iki gihe kandi ikerekana intango y'igihe, ikiringo kigiye kuza kandi hakavuga ku bizoba mu gihe c'iherezo nk'uko vyavuzwe no mu mpera y'ico gitabu, ni ikindi cemezo c'uko urutonde rw'ivyo Yohana *yeretswe* bidategerezwa kuba bikurikirana uko yavyeretswe *muri kahise.* (Schüssler Fiorenza 1991: 75-76)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**6:1-8:5:** Amashashara, ibimatanije ibitabu ndwi
**8:6-11:19:** Inzamba ndwi
**12:1-15:4:** Intambara yiyongeranya
**15:5-16:21:** Inzavya ndwi zuzuye uburake bw'Imana: Imana ihana abatayumvira imbere y'ukuza kwayo kandi ivyo na vyo bikazoherahera ku musi wa nyuma kubera uguhamwa kwabo n'ugusenga ibigirwamana kwabo
**17:1-19:21:** Ugucirakw iteka kwa nyuma kwa Babuloni n'igikorwa
**20:1-15:** Imyaka igihumbi gutangurana n'ishengero uko Imana igabanya ubukana bwo kubesha bwa Satani kandi uko Abakristo bapfuye bahorwa mu kuganza mw'ijuru. Imyaka igihumbi iherahezwa n'ukwiburuka kwa Satani atera ishengero hamwe n'ugucirwa kw iteka kwa nyuma.
**21:1-22:5:** Irema risha n'ishengero bihabwa ubwiza n'icubahiro
**22:6-21:** Umwanzuro, indunduro

2. Ukugene intangamarara igenda n'aho ibera (Stefanovic 2002: 32-35).

Amajambo yo guherako (**1:1-8**)
1. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**1:9-20**)
   Ubutumwa bwarungikiwe, bwandikiwe amashengero ndwi (**2:1-3:22**)
2. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**4:1-5:14**)
   Ukwugurura amashashara ndwi amatanije igitabu (**6:1-8:1**)
3. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**8:2-5**)
   Kuvuza inzamba ndwi (**8:6-11:18**)
4. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**11:19**)
   Uburake ku mahanga (**12:1-15:4**)
5. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**15:5-8**)
   Ivyago ndwi vya nyuma (**16:1-18:24**)
6. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**19:1-10**)
   Uguherahezwa kw'ibintu (**19:11-21:1**)
7. Intangamarara y'aho ivyo vyabereye (**21:2-8**)
   Yerusalemu nsha (**21:9-22:5**)

Amajambo yo guherezako (**22:6-21**)

3. Icitegererezo cubatswe nka Chiasme [ivyiyumviro bisubirwamwo mu rutonde runyuranye] (Stefanovic 2002: 38-40).

A. Amajambo yo guherako (**1:1-8**)
  B. amasezerano k'unesha (**1:9-3:22**)
    C. Igikorwa c'Imana ku gakiza k'umuntu (**4:1-8:1**)
      D. Uburake bw'Imana buvanze n'imbabazi (**8:2-9:21**)
        E. Gutuma Yohana kuvugishwa (**10:1-11:18**)
          F. Ukutumvikana gukomeye hagati ya Kristo na Satani (**11:19-13:18**)
        E'. Ishengero rivuga ubutumwa bwiza bwa nyuma (**14:1-20**)
      D'. Uburake bw'imana bwa nyuma butavanze n'imbabazi (**15:1-18:24**)
    C'. Igikorwa c'Imana ku gakiza k'umuntu cuzuye, kirangiye (**19:1-21:4**)
  B'. Ugushitswa kw'amasezerano k'unesha (**21:5-22:5**)
A'. Amajambo yo guherezako (**22:6-21**)

4. Richard Bauckham (Bauckham 1993a: 21-22).

**1:1-8:** Amajambo yo guherako
**1:9-3:22:** Ukwugururwa kw'iyerekwa rya Kristo n'amashengero harimwo ubutumwa ndwi ku mashengero
**4:1-5:14:** Kwugururwa kw'iyerekwa ry'ijuru kwashikanye ku bintu bitaatu bigizwe n'ibintu ndwi ndwi hamwe n'ibibiciramwo bibiri [ukwongerwamwo ibindi bintu]:
    **6:1-8:1; 8:3-5:** amashashara ndwi amatanije igitabu, mu biharuro nk'ibi 4+1+(1+ ikija hagati)+1
    **8:2; 8:6-11:19:** Inzamba ndwi, mu biharuro nk'ibi +1+(1+ikija hagati)+1
**12:1-14:20; 15:2-4:** Inkuru y'abantu b'Imana bari mu kutumvikana n'ikibi
    **15:1; 15:5-16:21:** Inzavya ndwi, zipanzwe gurtya (4+3) atakiziciriyemwo hagati
**17:1-19:10:** Babuloni Maraya
**19:11-21:8:** Kuva kuri Babuloni ukinjira muri Yerusalemu Nsha
**21:9-22:9:** Yerusalemu nsha umugeni

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**22:6-21:** amajambo yo guherezako

5. William Hendriksen (Hendriksen 1982: 16-18).
   1. Kristo hagati mu biterekwako amatara (**1:1-3:22**)
   2. Iyerekwa ry'ijuru n'ibimatanije igitabu (**4:1-7:17**)
   3. Inzamba ndwi (**8:1-11:19**)
   4. Igisato cahama abantu (**12:1-14:20**)
   5. Inzavya ndwi (**15:1-16:21**)
   6. Ugusangangurwa kwa Babuloni (**17:1-19:21**)
   7. Uguherahezwa kwa vyose (**20:1-22:21**)
6. Elisabeth Schüssler Fiorenza (Schüssler Fiorenza 1991: 35-36; ibiharuro vy'Abaroma vyerekana mu buryo bugaragara ibintu biri mu mirwi ndwi-ndwi)

A. **1:1-8:** Prologue and Epistolary Greeting
  - **1:1-3:** Umutwe w'ijambo
  - **1:4-6:** Intasho, indamukanyo
  - **1:7-8:** Ijambo ngenderwako

B. **1:9-3:22:** Ukugene vyari bimeze mu bisagara vyo muri Asiya Ntoya
  - **1:9-10:** Umwanditsi n'aho yari ari, canke ivyo yarimwo
  - **1:11-20:** Ukwerekwa kwa mbere

I. **2:1-3:22:** Ubutumwa bw'ubuhanuzi ku bagize amashengero ndwi

C. **4:1-9:21; 11:15-19:** Kwugurura ibimatanije igitabu: ivyago vyo mu Kuvayo
  - **4:1-5:14:** Intebe y'imanza mw'ijuru n'igitabu kizinzwe, kimatanije

II. **6:1-8:1:** Ivyago vyo kw'isi: ibimatanije igitabu ndwi

III. **8:2-9:21; 11:15-19:** Ivyago vyo kw'isi: Inzamba ndwi

D. **10:1-15:4:** Agatabu karura mu nda ariko gasosa nk'ubuki mu kanwa: "intambara" ku bantu
  - **10:1-11:14:** Gutumanwa amajambo y'ukuvugishwa
  - **12:1-14:5:** Insiguro y'amajambo y'ukuvugishwa
  - **14:6-15:4:** Ukurekurwa kw'igihe c'iherezo

C'. **15:5-19:10:** Kuva mu gacinyizo ka Babuloni /Roma

IV. **15:5-16:21:** Ivyago birekurirwa kw'isi: inzavya ndwi
  - **17:1-18:** Roma n'ububasha bwiwe
  - **18:1-19:10:** Ugucirwa kw iteka kw'i Roma

B'. **19:11-22:9:** gukizwa Umwansi n'umurwa w'Imana kw'isi yose
  - **19:11-20:15:** Gucungurwa ububasha bw'Umurwanizi
  - **21:1-8:** Isi y'Imana yabohotse
  - **21:9-22:9:** Ibisagara binyuranye vy'Imana

A'. **22:10-21:** Amajambo yo guherezako n'intasho y'ivyete vyose
  - **22:10-17:** Imigani ihishuwe
  - **22:18-21:** Uguheraheza ico cete

**F.** ***Uko vyubatse: bigenda bibangabanganye, bidakwirikirana uko nyene***

Kugira ngp dutahure ingene Ivyahishuwe vyashizwe hamwe n'ico bisigura dutegerezwa gutahura yuko ico gitabu kitadonda urukurikirane rw'ivyabaye gusa. Stephen Travis ashingira ku ciyumviro gikomeye c'uko mu Ivyahishuwe "ko ivyerekanywe bikurikirana bidategerezwa kuba impamvu y'ukwizera ko biserukira, bihagararira urukurikirane rw'*ivyabaye muri kahise*" (Travis 1982: 142). Ibitabu bivuga ku guhishurirwa, ku kuvugishwa (uburorero, Yesaya) kenshi na kenshi vyandika ivyerekanywe, canke ubuhanuzi mu rutonde rudakwirikirana uko vyerekanywe, canke vyabaye, vyashikijwe muri kahise. Muri ubwo buryo nyene, ibitabu bivuga ku guhishurwa, ku kuvugishwa n'Imana canke ku buhanuzi (akarorero, Daniyeli) kenshi na kenshi bishiramwo ivyerekanywe btandukanye bisubiramwo canke bipfunyapfunya ivyo bintu nyene bija vyaravuzweko yamara mu bundi buryo bunyuranye n'ubwo vyaja vyaravuzwemwo.

Ivyahishuwe bivuga cane cane ku vyavomwe mu bitabu vyo mw'Isezerano rya kera nka Yesaya, Ezekiyeli, na Daniyeli. Beale avuga ku nsiguro y'ibintu bimwe *vyubatswe* kumwe hagati y'Ivyahishuwe na Daniyeli: "Ukugene ibivugwa muri Daniyeli vyubatswe vy'ibintu bitanu yeretswe (ibice. 2, 7, 8, 9, 10-12) bishobora kuba ibifise ingaruka zikomeye ku kugene igitabu c'Ivyahishuwe cubatswe, kubera yuko ivyo Daniyeli yeretswe vyavuzwemwo cane kandi akoreshwa mu kwerekana ukugene ico gitabu c'Ivyahishuwe cubatswe n'ingene cogabanganywa mwo ibice. . . . Ibintu bitanu bibangabanganye Daniyeli yeretswe ni ivyongera ku vyavuzwe mu gihe gisanzwe co muri kazoza; si ibisanzwe ku gitabu nk'Ivyahishuwe ko cofatira

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

canke cofata icitegererezo ku kugene igitabu ca Daniyeli cubatswe kandi yamara kikaba gifise ibice vyaco bibangabanganye n'ibivugwa muri Daniyeli ntivyerekana gusa ko bivuga ku kiringo kimwe co muri kazoza. Ahubwo, vyorushiriza gusa neza hamwe aho hantu havuga bimwe, habangabanganye hagaragaza iciyumviro c'ibija vyarabaye vyongeye bitaraba', cane cane kubera bimwe mu vyo Daniyeli yeretswe bikomeye vyerekeranye na kazoza bija vyaratanguye kwigaragaza, gushitswa mu kuza kwa mbere kwa Yesu. Ico kintu gikomeye co gupfunyapfunya no gusubiramwo dusanga muri Daniyeli kirongera kikaboneka no mu bindi bitabu, inzandiko z'abayuda zivuga ku vyahishuwe . . . na vyo nyene vyerekana kuri ico kintu nyene c'ugupfunyapfunya Ivyahishuwe." (Beale 1999: 135-37)

Dufatiye kuri ivyo vy'aho hejuru, abantu benshi mu bagize ico bavuga kuri ico gitabu babona yuko ibigabane bitandukanye vy'ico gitabu ko bibangabanganye: ibintu bimwe bishobora gusubirwamwo mu vyo yahishuriwe, mu vyo yeretswe bitandukanye (hakoreshejwe ibigereranyo bitandukanye) kandi mu bice bitandukanye yamara bigize urunani. Ivyo bigabane bibangabanganye bigize ibiringo vyose vy'Ishengero, bimwe bikaba bisa kandi vyinjiranamwo hamwe na hamwe kandi no mu bibigenga (mu yandi majambo, bigizwe n'ibihe bimwe); kandi vyose bigaheza bishikiriza iherezo ry'ibihe; umuhero w'isi, aho tuzokwinjira muri *parousia,* uguca amateka, hamwe n'amajuru masha n'isi nsha. Nubwo ivyo biringo vyinjiranamwo, ibigabane bibangabanganye vyerekana ukugene ibintu vyagiye birakurikirana hamwe n'ibice, ibihe bikurubikuru vyagiye birashika, mu yandi majambo, kare mu gitabu iherezo rirashika, yamara rigasigurwa mu buryo bwagutse mu bindi bice, bigabane bibangabanganye n'aho vyaja vyavuzwe mbere.

William Hendriksen ubwa mbere yita ivyo "ukubangabangana kugenda kurahishurika buke buke," kubera yuko ivyo bigabane bitandukanye vy'ico gitabu: "Uko igitabu cubatswe: kigenda kibangabanganye yamara si ko vyakurikiranye. Hariho ukubandanya mu gushimikira ku guhishurwa kw'ibihe vy'iherezo. Urubanza rwa nyuma ubwa mbere *ruratangazwa* hanyuma *rukavugwa nk'intangamarara* maze *rukadondorwa ingene rumeze n'ingene ruzogenda.* Muri ubwo buryo nyene, ijuru risha n'isi nsha biradondorwa neza mu buryo bwuzuye mu kigabane ca nyuma kurusha mu bice, mu bigabane biza imbere y'ivya nyuma." (Hendriksen 1982: 36) Iki ni iciyumviro gikomoka kuri Victorinus w'i Pettau (yapfuye muri 304), na Musenyeri w'i Poetovio ( Ptuj muri Slovenia), umwanditsi w'ibisobanuro vya mbere ku Ivyahishuwe vyadushikiriye (Bruce 1938: 352-53).[10]

Ukubangabangana kubandanya kubonekera neza mu kugene ibimatanije igitabu mu Ivyahishuwe (**Ivyah 6:1-17; 8:1-5**) gusa n'ivyo Yesu yavugiye ku musozi wa Elayono kandi hagaheraherezwa n'ukuvuga ku bijanye n'umuhero w'isi (**Mat 24:3-31; Mrk 13:3-27; Luka 21:7-28**). Muri ubwo buryo nyene, inzamba (**Ivyah 8:6-9:21; 11:15-19**), umugore n'igisato (**Ivyah 12:1-14:20**), hamwe n'inzavya (**Ivyah 16:1-21**) vyose bibangabanganywe kandi biherezwa n'ukuvuga ku muhero w'isi:

[10] Mu gice ca 8 c'ivyo yashikirije ku vyerekeranye n'imigenderanire iri hagati y'inzamba n'inzavya, Victorinus yavuze ati, 'Inzamba' ni ijambo ry'ubushobozi. Kandi n'ubwo hariho isubiramwo ry'ivyabaye ku nzavya, ibi ntivyavuzwe nk'aho ivyabaye vyabaye kabiri . Ahubwo, kubera ivyo bintu bizoba muri kazoza kuri bo vyategetswe n'Imana ko bitegerezwa kubaho, ivyo bintu vyavuzwe kabiri. Kandi ni co gituma, ivyo yavuze vyose mu nca make akoresheje inzamba yabivuze neza avyeruye akoresheje inzavya. Kandi ntidukwiye guha agaciro kanini urutonde vyavuzwemwo. Kuko imigabane ndwi ya Mpwemu Yera, igihe yasubiramwo ivyabaye ubwa nyuma, gushika kw'iherezo, yagarutse ku biringo bimwe maze yongeramwo ivyo atari yahejeje kuvuga ubwa mbere. Kandi ntidukwiriye kwibaza ibibazo vyinshi ku bijanye n'urutonde rw' Ivyahishuwe. Ahubwo dutegerezwa kwibaza ibijanye n'insiguro, kuko kandi hariho uburyo bwinshi bwo kubitahura ukutari kwo." (Victorinus 2012: 8.2). Ukwo gusubiramwo nyene kwakoreshejwe na Tyconius mu vyo yavuze vyavumye ku Ivyahishuwe (ubu ntitukibifise vyaratakaye), vyanditswe nko mu mwaka wa 385 Inyuma y'Ivuka rya Yesu (raba Yarbro Collins 1998: 388).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| *Mat 24-ivyavugiwe ku musozi wa Elayono* | *Ivyah 6/8:5-amashashara, ibimatanije igitabu* | *Ivyah 12-14-Umugore & Igisato* | *Ivyah 8-9/11-Inzamba* | *Ivyah 16-Inzavya* |
|---|---|---|---|---|
| Intambara: **24:6**<br>Uruhagarara kw'isi yose: **24:7**<br>Ugutigita kw'isi: **24:7**<br>Inzara: **24:7**<br>Uguhamwa: **24:9**<br>Abigira ba Kristo: **24:23** | Intambara: **6:3-4**<br>Uruhagarara kw'isi yose: **6:3-4**<br>Inzara: **6:5-6**<br>Uguhamwa: **6:9-11**<br>Abigira ba Kristo: **6:1-2** | Intambara: **12:7; 13:7**<br>Ibara kw'isi: **12:12**<br>Ibara ku kiyaga: **12:12**<br>Inzuzi: **12:15**<br>Uguhamwa: **12:13**<br>Ibigirwamana: **13:4, 12-14** | Isi: **8:7**<br>Amaraso mu kiyaga: **8:8-9**<br>Inzuzi & imigezi: **8:10**<br>Efurata: **9:14** | Isi: **16:2**<br>Amaroso mu kiyaga: **16:3**<br>Inzuzi & Imigezi: **16:4**<br>Efurata: **16:12** |
| Izuba rizocura umwiza: **24:29**<br>Ukwezi kuzocura umwiza: **24:29**<br>Inyenyeri zizokoroka: **24:29**<br>Ivyinkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa: **24:29** | Izuba ricura umwiza**: 6:12**<br>Ukwezi: amaraso: **6:12**<br>Inyenyeri zizokoragurika: **6:13**<br>Ikinyamugigima; ijuru ririzinga: **6:12, 14** | | Izuba ricura umwiza: **8:12**<br>Ukwezi gucura umwiza: **8:12**<br>Inyeneyeri zirakoragurika: **8:10**<br>Inyenyeri zicura umwiza: **8:12**<br>Isi iratigita: **11:13** | Izuba ribabura abantu: **16:8**<br>Intebe y'igikoko: icura umwiza: **16:10** |
| Umwana w'umuntu & ibicu: **24:30**<br>Abamarayika bakoranira hamwe: **24:31** | Uburake bw'Imana n'ubw'Umwagazi: **6:16-17**<br>Ijwi rirengera: **7:2**<br>umuturagaro: **8:5**<br>amajwi: **8:5**<br>Imiravyo: **8:5**<br>Isi iratigita: **8:5** | Uburake bw'Imana: **14:10**<br>Mwana w'Umuntu & ibicu: **14:14**<br>Ijwi rirengera: **14:15**<br>Abamarayika bimbura: **14:17-20** | Uburake bw'Imana: **11:18**<br>Amajwi arengera: **11:15**<br>Inkuba: **11:19**<br>Amajwi **11:19**<br>Imiravyo: **11:19**<br>Isi iratigita: **11:19**<br>Urubura: **11:19** | Uburake bw'Imana: **16:19**<br>Ijwi rirengera: **16:17**<br>Umuturagaro: **16:18**<br>amajwi: **16:18**<br>Imiravyo: **16:18**<br>Isi iratigita: **16:18**<br>urubura: **16:21** |

1. <u>Ivyiyumviro bitandukanye vy'aho urukurikirane rw'ivyabaye rugarukira n'impfunyapfunyo mu bimatanije igitabu-inzamba-inzavya.</u> Hariho ukutumvikana n'ukutemezanya mu bantu bagize ico bavuga kuri rugezo rw'aho ibimatanije igitabu, inzamba n'inzavya vyinjiranamwo. Ikintu kimwe gituma bigorana cavuzwe na Johnson: "Nk'uko imero y'ivyo yeretswe rimwe na rimwe ishira hamwe ibintu vyinshi vyo muri kahise mu bigereranyo bimara akanya nk'ako gukubita urugohe (raba Ivyah. 12:1-5, havuga kuri kahise k'ugucungura guhera mw'Itanguriro igice ca 3 ugashika mu Ivyakozwe n'Intumwa 1), co kimwe n'uko ukugabura mwo kabiri ikiringo gushobora kwaguka mu kudondora ivyerekanywe hamwe n'ivyabereye rimwe ako kanya nyene ariko bikaboneka, bikerekanwa nk'aho vyakwirikiranye, kugira ngo bifashe abavyumviriza kubona impande zinyuranye z'intsinzi ya Kristo." (Johnson 2001: 176)

Abiyumvira yuko ibimatanije igitabu, inzamba, n'inzavya ari ibintu bigenda bikurikirana kimwe gihereza ikindi bafatira ahanini kuri ibi bikurikira: (A) urutonde ivyago vyagiye birakurikirana mwo ruratandukanye; (B) ubukari bwavyo bwiyongeranya guhera kuri kimwe ca kane c'isi yose mu bijaynye n'ibimatanije ico gitabu (**6:8**) ugashka kuri 1/3 ufatiye ku nzamba (**9:15**), maze ukaja kw'isi yose ku bijanye n'inzavya (**16:1-11**); (C) ukutaboneka, ukutabaho (mu rukurikirane rw'inzavya) kw' "ibiringo bija biraca hagati canke ugutebagana kuba ku gutera kuja imbere kw'urukurikirane rw'ukuvuzwa kw'inzamba gushika kw'isonga, gushika izo nzamba zose zivugijwe" (Ico gitabu nyene: 36); (D) inzavya zivugwa ko ari "*iza nyuma, kubera yuko muri zo uburake bw'Imana buherahejwe"* (**15:1**) (raba Beale 1999: 116-21; Resseguie 2009: 56-59; Smith 1962: 1515-16; Thomas 1998: 191-93; Johnson 2001: 36-37, 46-47, 223n.4). Thomas abona ibimatanije igitabu, inzamba n'inzavya ko ahanini yamara atari hose bikurikirana. Uko abibona, bifise imigenderanire "ikwegana" ya kure aho ibihano canke uguca imanza kwuzuye mu nzavya hamwe n'"ikibazo gikomoka mu bihano ndwi vy'inzamba zivuzwa, na vyo ahavyo, bigakomoka ku kigira ndwi c'ibihano ndwi bikomoka ku nzamba igira indwi" (Thomas 1994: 73) ku rundi ruhande, Elisabeth Schüssler Fiorenza ashiraho itandukaniro hagati y'ikimatanije igitabu ca gatanu n'ibindi bikurikira. Abona ibimatanije igitabu bitanu vya mbere nk'ibitegurira ibindi, nk'uko bitandukanye n'ibimatanije igitabu vya gatandatu n'ivya ndwi, inzamba, n'inzavya, ivyo abona ko ari ivya nyuma, bijanye n'ukurekurwa kw'ibigize ikirere, ivyaremwe vyo ku "musi uhambaye, uteye

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

ubwoba w'Uhoraho" (Schüssler Fiorenza 1991: 65, 71, 93). Vyongeye kandi, Dennis John abona yuko ibigize ibimatanije igitabu n'inzamba ko bidakurikirana yamara ko vyinjiranamwo muri iki gihe cose turimwo (Johnson 2001: 122, 146, 223). Ugtandukanya kw'ivyo bintu kwiwe gufatiye hagati y'inzamba n'inzavya. Abona ko inzavya ndwi zonyene ari zo zerekana uguca imanza kwa nyuma, uguca amateka kwa nyuma, yamara ahanini akemezanya na Thomas yuko vyose "bikubiye kandi biteguriwe mu nzamba ya ndwi no mu kimatanije igitabu ca gatandatu" (Ico gitabu nyene: 223n.4).

Abandi babona urukurikirane rw'ibintu mu Ivyahishuwe ko bidategerezwa kuba bikurikirana muri urwo rutonde canke muri kahise yamara ko bihagarariye urukurikirane *rw'ukugene vyanditswe*. Mu yandi majambo, imigenderanire iri hagati y'ibimatanje igitabu, inzamba n'inzavya ni ahanini imitwe y'amajambo canke ivyiyumviro nyamukuru. Ukubifatira hamwe ni akaryo ko kubishimangira bushasha. Beale, nk'akarorero, avuga yuko ibigize inzavya bisubiramwo ibimatanije igitabu n'inzamba muri iki gihe cose, vyose bifise iherezo rimwe bihurijeko (urubanza no guca amateka kwa nyuma). Avuga ati, "Nta guhura kuri kimwe kimwe kuri hagati y'inzamba n'inzavya bibangabanganye. Yamara birasa bihagije kugira ngo bifatwe nk'aho ari bimwe bigize urutonde rw'ibihano n'uguca amateka kw'Imana kuzobaho mu kiringo kimwe ca rusangi." (Beale 1999: 810) Uko abibona, ibimatanije igitabu bitanu vya mbere, inzamba zitandatu n'inzavya zitanu vyerekeranye n'igihe kiri hagati y'Izuka rya Yesu n'ukuzogaruka kwiwe twita *parousia*; ibimatanije igitabu bibiri vya nyuma, inzamba igira ndwi, hamwe n'inzavya zibiri za nyuma vyerekana uguca amateka kwa nyuma (Ico gitabu nyene.).

2. <u>Ugene ukwiyongeranya kuvugwa ku "gutigita kw'isi" kuri **8:5; 11:19; 16:18-21** hamwe n'ivyabaye kw'isi ku mirongo ya **6:12-17** hamwe no kuri **20:11** vyerekeranye n'*ivyiyumviro nyamukuru,* si *uko vyakurikiranye kimwe gihereza ikindi.*</u> Ugukoresha mu Ivyahishuwe ugutigita kw'isi kwamuka mw'Isezerano rya Kera, havuga ku gutigita kw'isi igihe Imana yiyerekana ubwayo, yigaragaza ubwayo. Kenshi na kenshi mu bihe nk'ivyo ugutigita kw'isi ni kimwe mu bigize uguhinda agashitsi k'ivyaremwe vyose igihe Imana yiyerekanye, yimanukiye. Ivyo vyabaye ku Musozi Sinayi hamwe no mu bindi bihe muri kahise (**Kuv 19:18**; **Abac 5:4-5; Zab 68:8; 77:17-18; 114; Yes 64:3; Hab 3:3-15**). Isezerano rya Kera rivuga yuko ugutigita nk'ukwo kuzoba ku "musi w'Uhoraho" muri kazoza (**Yes 13:13; 24:18-23; 34:4; Yoweli 2:10; Mic 1:3-4; Nah 1:5-6**). Mu buryo busobanuritse, Kristo yakoresheje imvugo nk'iyo nyene mu kuvuga ukugaruka kwiwe ari ku musozi wa Elayono (**Mat 24:29-30; Mrk 13:24-25; Luka 21:25-26**). Ivyariko biraba muri ico gihe bitanga ico twofatira ko mu gusigura **Ivyah 4:5; 8:5; 11:19; 16:18–21; 6:12–17;** na **20:11**:

> **4:5—***imiravyo n'amajwi n'imituragaro*
> **8:5—***imituragaro n'amajwi n'imiravyo no gutigita kw'isi*
> **11:19—***imiravyo, n'amajwi n'imituragaro no gutigita kw'isi n'urubura ruhambaye*
> **16:18-21—** *imiravyo n'amajwi n'imituragaro no gutigita kw'isi . . . n'urubura ruhambaye*
> ------------------------------------------------------------
> **6:14—***ijuru ririzinga . . . imisozi yose n'ibizinga vyo mu kiyaga vyose bikurwa ahantu havyo*
> **16:20—***ibizinga vyo mu kiyaga vyose birahunga, kandi imisozi ntiyasubira kuboneka*
> **20:11—***isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka*

"Uko ivyo vyanditswe, aho cane cane agatimatima gafatiye ku Mana yiyerekaniye ku Musozi Sinayi [**Kuv 19:16**], kwagurwa n'ukwongerezwako ikindi kintu tubona kuri 8:5 no kuri 11:19, aho ku mirongo ya 16:18-21 ugutigita kw'isi n'urubura bivugwako cane mu buryo bwagutse. Kuri 4:5 uko ivyo bivugwa kwerekana Imana iri mw'ijuru aho mu bindi bihe vyo mu nyuma ihinduka Imana ica imanza ku biba mw'isi. Ni co gituma uko vyanditswe gushingira ku manza zicibwa n'Imana yo mw'ijuru guhera ku bica vya 6-16 mu vyo yeretswe ubwa mbere Imana iganje mw'ijuru mu gice ca 4. Vyongeye bishiraho imigenderanire idasanzwe hagati y'urukwirikirane rw'imirwi itatu y'amateka ndwi. Imanza n'amateka vyabaye biciye mu kwugururwa nokumenwa kw'ikimatanije igitabu kigira indwi, isonga ry'urukurikirane rw'ivya mbere, vyavuzwe ku murongo wa 8:5, bikubiyemwo ivyabaye vyose vy'amateka yatewe n'inzamba ndwi kandi vyongeye iteka ryabaye kubera ukuvuzwa kw'inzamba igira indwi, na vyo vyavuzwe kuri 11:19b, bikubiyemwo ivyago vyose vyabaye vyatewe n'ukumenwa kw'utwavya, bigasozerera ku vyabaye vya nyuma tubona mu mirongo ya 16:18-21. Ni co gituma ukugene vyagenze kugaragaza yuko ari urwo rubanza nyene rwa nyuma rwasozerewe muri kirya ca ndwi co muri ivyo bitatu vyose, ni ukuvuga, inzamba, inzavya, n'ibimatanije igitabu. Dufatiye kuri bibiri vya mbere muri ivyo ndwi duca tubona agace k'ukugene igihano n'uguca amateka kwa nyuma bizogenda, aho uru rukurikirane rugenda rukurikirana nk'ujo vyari bimeze tubirabiye hagufi. . . . Hariho ibisomwa bibiri dukwiriye kubanza kuraba. Hose 6:12-17 na 20:11 ni ibisomwa bigaragaza neza aho ugutigita kw'isi gukwirikira Imana Data nk'umucamanza. Ikirengeye ivyo muri ivyo bintu bibiri Yohana akoresha imigenzo y'ugutigita kw'isi, aho ijuru co kimwe n'isi bihunga mu nyonga z'Imana.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Igisomwa ca mbere gishingiye ku bivugwa mw'Isezerano rya Kera ku Musi w'Uhoraho. Ica kabiri gisa n'igishiramwo iciyumviro c'ugusangangura ivya kera maze bigasubirizwa n'ibisha (gereranya 21:1)." (Bauckham 1993a: 8, 208)

**Ivyah 6:14** (*"imisozi yose n'ibizinga vyo mu kiyaga vyose bikurwa ahantu havyo"*), **16:20** (*ibizinga vyo mu kiyaga vyose birahunga; kandi imisozi ntiyasubira kuboneka"*), na **20:11** (*"isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka"*) biboneka neza ko aho hose habangabanganye, ko ari ibintu bivuga ikintu kimwe: ugusangangurwa kw'isi ku muhero w'isi; urubanza rw'Imana muri *parousia*. Aho bafatiye kuri **6:14** ku *"misozi yose n'ibizinga vyo mu kiyaga vyose"* habangabanganye na **16:20**. Hose **16:20** na **20:11** havuga yuko ibizinga vyose (**16:20**), canke ijuru n'isi (**20:11**), *"vyahunze mu nyonga z'Imana."* Aho hose hakoresha ijambo rimwe, harimwo mbere n'imivugire n'uwuvuga umwe, ku bijanye no *"guhunga mu nyonga z'Imana"* (*pheugō*). Ivyo bisomwa vyose birongera ko yuko imisozi (**16:20**), canke isi n'ijuru (**20:11**), ko bitongeye "kuboneka." Vyongeye, ivyo bisomwa vyose bikoresha ijambo rimwe ku kutongera kuboneka (*heuriskō*). Ivyabaye bivugwa muri ivyo bisomwa vyose bitegerezwa kuba bibangabanganye, kandi bitegerezwa kuba bifatiye kuri *parousia,* kubera *bidashobora kuba incuro zibiri*. "Iciyumviro nyamukuru Yohana yashimikiyeko, guhera ku gice ca 6 no kubandanya, ni uko ata muntu n'umwe wo kw'isi yashoboye kwihanganira canke yacitse kuri parousia. . . . Tubifatiye hejuru, imigumuko yo mu gice ca 6 na 16 irakomeye cane co kimwe n'iyo ivugwa mu Ivyah. 20.11" (Mealy 1992: 160; raba kandi kuri 158-62, 194; Schüssler Fiorenza 1991: 64). "[Ingaruka z'ugutigita kw'isi guhambaye ni] izitangaje incuro zibiri kuko ivyo vyaja vyarabaye mbere guhera mu gice ca 6:14b nk'ingaruka imwe y'ukwugurura ica gatandatu kimatanije igitabu. Iryo subiramwo ni kimwe mu vyerekana yuko urukurikirane rw'ivyago rudategerezwa gufatwa yuko ari icago kimwe gikurikira ikindi yamara bitegerezwa kurabwa nk'uko ari imvugo zavuzwe mu bundi buryo bw'ivyago bimwe vyerekeranye n'iherezo bitegura inzira y'iherezo ry'iyi si" (Rist na Hough 1957: 488).[11]

3. <u>Ukugene uguca amateka biguma bigaruka muri ico gitabu vyerekana yuko Ivyahihuwe atari ikintu kimwe, atari inkuru ikurikirana yamara ko ari inkuru yubatswe mu buryo bubangabanganye bukurikirana buke buke.</u> Hariho uburyo ibintu vy'uguca amateka bigenda bigaruka vyisubiriza mu gitabu cose c'Ivyahishuwe. Ukwo kwisubiriza kw'amateka, ibihano gukurikirana gurtya: bihera mw'ijuru yamara ingaruka z'ivyo zikomeye zikabera kw'isi. Ni co gituma, ibimatanije igitabu vyugururwa, inzamba zikavuzwa, inzavya zigasukwa mw'ijuru yamara inkwirikizi zavyo zikabera kw'isi. Ibindi bivugwa mu nyuma biriyongeranya kandi bikongera koi do n'ido z'ivyabaye ubwa mbere kri ivyo nyene vyabaye. Hejuru y'iryo shashara rimatanije igitabu -inzamba-inzavya, ubwo buryo bwongera kuboneka n'ahandi. "kuri 14:14-20 hariho ukwimbura kabiri kubera kw'isi. . . . uko vyubatse rero ni kumwe nyene kw'ibimatanije igitabu kigira ndwi, inzamba igira ndwi n'akavya kagira ndwi nyene. Uguca imanza gukomoka mw'ijuru yamara ingaruka nkuru zakwo—cane cane ibihano—bikabera, bikumvikanira mw'isi. Yamara, hariho ikindi kintu gisha congerwako: Si ugucirwakw iteka kw'abari kw'isi kuvugwamwo gusa yamara vyongeye haravugwamwo imigisha y'abera bavanywe mw'isi mu gihe c'uguca amateka kwa mbere. Ukwo kugene vyubatswe kwongera kugaruka kuri 19:1-21. . . . Uguca amateka guhera mw'ijuru, maze ingaruka z'ukwo guca amateka zikabera kw'isi. Ngaha yamara iciyumviro c'imigisha y'abera gishikirizwa mu kwimbura kw'ibiringo bibiri kuragurwa "mu mazimano y'ubukwe" aho imigisha y'abera ku musi w'amateka wa nyuma itavugwa gusa yamara rero isobanurika neza. Hasigaye rero uguca amateka kwa nyuma, tubona kuri 20:9-22:5. . . . Na ho nyene vyubatswe kumwe nk'uko ayandi mateka yagenze. Bihera mw'ijuru yamara ingaruka z'ayo mateka zikagaragarira kw'isi. Hejuru y'ivyo, nk'uko biri mu gice ca 19 ngaha hariho ikindi kigabane caguwe ku migisha y'abera, ngaha rero bibera muri Yerusalemu Musha." (Steinmann 1992: 77-78)

4. <u>Ukwo kwisubiriza kw'"uburake" bw'Imana n'Umwagazi w'Intama kugaragaza incamake.</u> **Ivyah 6:17** havuga ibi, *"kuk'umusi uhambaye w'uburake bwabo ushitse kandi ni nde ashobora guhagarara?"* Ico ni ikbazo gisanzwe inyishu yaco ni "nta n'umwe" (n'imiburiburi mu batizera). Ico kibazo n'inyishu "vyerekana yuko ivyo vyabereye kw'isi yose" (Beale 1999: 124). **Ivyah 11:18** na ho nyene ni uko hameze: *"uburake bwawe buraza, igihe co guciramw' amateka abapfuye kirashika . . . n'ico*

[11] **Ivyah 6:12-17** na **7:3** na vyo nyene bitanga akarorero karashe k'ukugene urutonde rw'ivyo Yohana yeretswe *bidashobora* guhagararira ukugene ibintu vyakwirikiranye muri kahise, ivyo bihagarariye. Kuri **7:3** umumarayika avuga yuko isi itazobabazwa kugeza aho abagurano b'Imana bazoba bamaze gushirwako ikimenyetso bose. Yamara, **6:12-17** haja herekanye ugusangangurwa, ugukomvomvorwa kw'isi n'ijuru ku "musi w'umuhero." Ni co gituma, **7:3** hategerezwa kuza imbere ya **6:12-17** muri *kahise* nubwo mu buryo vyanditswe haza inyuma ya **6:12-17** mu buryo bw'urukwirikirane rw'ivyo yeretswe.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*guhonerezamwo abahonya isi."* **Ivyah 14:9-11** havuga ku kamere k'ibihe bidashira *"vino y'uburake bw'Imana, yiteguwe idafunguye mu gakarabo k'uburake bwayo"* (mu yandi majambo, *"umwotsi wo kubabazwa kwabo upfunduka ibihe bitazoshira"*). "Ico gice rero giheraherezwa n'ibintu bibiri bizoba mu gihe c'iherezo ryonyene. Ica mbere (imirongo ya 14-16) ihagarariye ukwimbura, ukwimbura imitima, kandi uko bigaragara ukwimbura, n'ukwegeraniriza hamwe abacunguwe, ari co n'Umwami wacu avugako muri Mat 13:30, 39; 24:30, 31. . . . ica kabiri [**14:17-20**], atari ukwimbura yamara ukugosora [umumarayika *"yegeranya inzabibu zo ku muzabibu w'isi kuko zari zirungurije, aziterera mu bwato bunini bw'ukuraka kw'Imana"*], hategerezwa kuba havuga ku kwegeranywa kw'abatizera n'inkozi z'ibibi kw'isi." (Smith 1962: 1514)

**Ivyah 19:15,** havuga ata nkeka ku gisomwa kigaragaza Ukugaruka kwa Yesu, vyongeye kigaruka mu *"kuganishiriza ibirenge mu bwato vino y'uburake bw'inkazi bw'Imana ishobora vyose,"* aho hagaruka hagafatana na **14:19-20** na **19:15**. **Ivyah 16:19** hakoresha ico kigereranyo nyene c'uburake bw'Imana nko kuri **14:10**, igihe havuga *"ku gikombe ca vino y'uburake bw'Imana budafunguye."* Amafarasi avugwa kuri **14:20** yongera kuboneka kuri **19:18**. Na ho nyene, haboneka izina ry'Imana "Imana Ishobora vyose, Ishobora Vyose" hongera kuboneka mu Ivyahishuwe **16:14** na **19:15** gusa. Ukwegeraniriza hamwe abami kuri **16:14** kwongera kugaruka kuri **19:19**. (Bauckham 1993a: 20). Ibi bisomwa vyose bitegerezwa kuba bivuga ku bintu bizoba kw'iherezo rya vyose n'ugucira imanza amahanga, abantu bose.

5. <u>Indondoro y'Imana na Kristo bigaragaza ukubangabanganwa kubandanya.</u> Imana na Kristo badondogwa mu **Ivyah 1:4, 8**, na **4:8** nk'imwe *"iriho, kandi yamyeho, kandi igira ize."* Mu **Ivyah 11:17** na **16:5** Imana na Kristo bavugwa bose nk'umwe *"uriho kandi wamyeho."* Ukuvuga kuri *"kandi igira ize"* ntakurimwo muri uwo murongo. Igituma habayeho uguhinduka ni kubera yuko ivuzwa ry'inzamba igira ndwi kuri **11:15** hamwe n'urwavya rwa gatatu kuri **16:4** bitangaza canke bibanziriza ukuza kw'ubwami, uguca amateka, hamwe n'inganji, ukwima kw'Imana na Kristo. Izo ndondoro z'Imana ni indondoro zibangabanganye z'ukuza kw'Imana na kristo kandi zerekana urukurikirane imbere yuko ashika, imbere y'umuzo wiwe.

6. <u>Amajambo asubirwamwo y'ukuririmba n'ukunezererwa mw'ijuru agaragaza ukubangabangana gukwirikirana.</u> Mu **Ivyah 11:17**, ikintu cabaye mw'ijuru co gutazira no gusenga cakwirikiranye n'uguhora kw' "abashingiye intahe Imana babiri," ba bakuru mirongo ibiri na bane batura bavuga bati, *"Turagushimye Mwami Imana ushobora vyose, . . . kuko wabiriye ububasha bwawe* ........ . . ukima*, ugatangura kuganza."* Mu **Ivyah 19:6** ishengero rinini mw'ijuru na ryo nyene ryatura risemerera riti *"Kuko Umwami Imana ishobora vyose ihangamye, iganje."* Iryo jambo nyene (mu Kigiriki = *basileuō*) rikoreshwa ku "kuganza" muri aho hose. Muri aho hose amavuga ari mu muvugire wa kubu no mu mero mugirwa. Johnson agerageza kuvuga ku nsiguro y'ivyo: "Imero mugirwa y'iryo rivuga [cane cane kubera yuko ari irivuga mvazina] ryerekana ko ivyo vyakomotse ku Mana, vyatanguwe n'inganji y'Imana, ugushiraho ubwami bwiwe bw'ugucungura bw'ibihe vy'iherezo mu buryo bwuzuye kandi bwa nyuma hamwe no gushira musi y'ibirenge vyiwe abansi biwe bose hamwe n'ibimwihanga. . . .
NASB (Bibiliya yanditswe mu bundi buryo) igaragaza ingaruka z'imero y'iryo rivuga, *ebasileusas*, mu Ivyah. 11:17: 'kuko wabiriye ububasha bwawe . . . ukima, ugatangura kuganza.' Iyo mero y'iryo rivuga nyene tuyibona kuri 19:6 aho yerekana iciyumviro nk'ico nyene kandi na ho nyene hategerezwa gusobanurwa gurtyo nyene ." (Johnson 2001: 262, 262n.32, 263n.33)

Mu **Ivyah 15:3-4**, hariho igisomwa kibangabanganye c'ishimwe n'umunezero mw'ijuru, abacunguwe *"baririmba indirimbo ya Mose, umusavyi w'Imana, n'indirimbo y'Umwagazi."* Iyi ndirimbo ifatira ahanini ku "ndirimbo za Mose" zo mw'Isezerano rya kera" (**Kuv 15:1-18; Gus 32:1-43**) co kimwe no mu bice vyo mw'Isezerano rya kera nka **Zab 86:8-10; 111:1-3; Yes 66:23; Yer 10:7**. Izo ndirimbo zerekana ugushitswa kw' "indirimbo nsha" zaririmbwe na ba bakuru 24 tubona mu **Ivyah 5:9-10** aho bibutsa bavuga urupfu rw'ikimazi c'Umwagazi, rwatumye abacunguwe baba ubwami n'abaherezi, kandi rugashoboza abacunguwe kuganza isi. Inyuma y'ugusangangurwa kwa Babuloni wa murwa uhambaye, amasinzi yaranezerejwe n'uko Imana *"ihoye amaraso y'abasavyi bayo"* (**Ivyah 19:2**). Ivyo bigaragarira mu "ndirimbo ya Mose" (**Gus 32:1-43**) haheraheza havuga yuko Imana *"izohora amaraso y'abasavyi bayo"* (**32:43**).

Izo ndirimbo zose zerekana ivyo Yohana yeretswe zitandukanye zivuga ku kuneshwa kw'Umwansi, uguhora abera, hamwe n'umunezero mw'ijuru wakwirikiranye n'ugushitswa kw'integuro y'Imana, intsinzi hamwe n'inganji yiwe. Ugushusha kuri hagati y'ibi bisomwa vyongeye kugaragaza ukubangabangana kugenda kugaragara mu kugene ico gitabu cubatswe.

7. <u>Amajambo aguma agaruka y'uguheraheza agaragaza ukubangabangana kubandanya.</u> **Ivyah 10:7**

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(Igihe umumarayika yagomba kuvuza inzamba igira ndwi) yavuze ati, *“Ibanga ry’Imana rizoba riherahejwe.”* **Ivyah 15:1** (igihe abamarayika bagomba bagomba gusuka ivyari mu zavya) na ho nyene havuga ibi, *“Uburake bw’imana ni ho buheraherezwa.”* Aho hose Ijambo ry’Ikigiriki etelesthē (“birarangiye”) riza imbere “y’ibanga ry’Imana” n’“uburake bw’Imana.” Gushira irivuga muri ico kibanza muri ivyo bihe bibiri hose bishimangira “uguherahezwa n’ugushitswa kw’integuro y’Imana*”* (Johnson 2001: 162n.9). Muri ubwo buryo nyene, **Ivyah 16:17** havuga ibi, *“Ijwi rirenga riva mu rusengero kuri ya ntebe, rivuga riti, “Karabaye””*. Mu buryo bubangabanganye n’ubwo, **Ivyah 21:6** hashikiriza ibi, *“Kandi irambarira iti “Karabaye.’”* Ukwo kubangabangana vyongeye kwerekana kamere k’ukubangabangana “kabandanya” k’ico gitabu: **Ivyah 10:7** havyuka, haduka hagati na hagati y’inzamba zibiri z’amateka; **Ivyah 15:1** iba imbere y’”icago kigira ndwi” (amateka y’inzavya); **Ivyah 16:17** hashika igihe urwavya rugira ndwi rwasukwa; kandi **Ivyah 21:6** havugwa igihe Yerusalemu Musha wururuka uvuye mw’ijuru.

**G.** ***Ivyah 1:19 hamwe n’ukugene ico gitabu cubatswe***

Abadispensationaliste babona, bafata yuko ishengero rinyakurwa kandi ko ritakiri no kw’isi, yamara ko rija riri mw’ijuru gusa, inyuma y’ **Ivyah 3:22**. Bafatira ivyiyumviro vyabo kuri **Ivyah 1:19**, aho babona yuko hashiraho ibintu vyubatswe mu buryo butatu bw’ico gitabu: *“Nuko wandike ivyo ubonye”* (ivyo babisigura yuko yeretswe Kristo mu **Ivyah 1:1-18**); *“ibiriho”* (ivyo na vyo babiha insiguro yuko ari amashengero ndwi yo mu **Ivyah 2:1-3:22**, kandi ivyo na vyo bakongera bakabiha insiguro yuko bifatiye ku “kiringo c’ishengero” giherana n’ukunyakurwa kw’ishengero imbere y’intango y’igihe c’ukugeragezwa, c’amarushwa; kandi *“n’ibizoba hanyuma y’ivyo”* (baha insiguro yuko ari ibintu bizoba inyuma y’ukunyakurwa, ukuduzwa kw’ishengero). (Smith 1980a: 17-20; Smith 1980b: 1, 17-18; Thomas 1998: 186-87; MacDonald 1995: 2354, 2361) Ico ciyumviro canke ukwo kubona ibintu muri ubwo buryo ntikwoshigikirwa kubera ibi bikurikira:

1. <u>Kubaza ikibazo.</u> Abadisispensationaliste *bibaza imbere y’igihe* yuko ishengero rizonyakurwa, rizoduzwa imbere yuko amarushwa n’igihe co kugeragezwa bishika kubera yuko ivyo ari vyo bisabwa n’abadispensationaliste ubwabo. Ivyo nta nkeka ni ubuzimire bw’ivyo twita *petitio principii* canke “kubaza ikibazo” (mu yandi majambo, gufata ikintu nk’aho gitegerezwa kuba uko nyene canke kwibaza ikintu gitegerezwa kugaragazwa, kwemezwa). Ikindi, iciyumviro nk’ico nta na hamwe kigaragara mu Ivyahishuwe.
2. <u>**Ivyah 1:19** ntivyagenewe gushiraho ikintu cubatswe mu buhinga butatu bukurikirana bw’ibintu bizoba muri kahise na kazoza k’isi.</u> “Ubwa mbere, ‘ivyo ubonye’ kuri 1:19 kumbure ntibifatiye ku vyo yeretswe ubwa mbere tubona kuri 1:12-18 kandi ni co gituma ku gice c’ico gitabu kivuga kuri kahise mu gutandukanya n’ibice bivuga kuri kubu na kazoza, bivugwa mu majambo aboneka kuri 1:19. Ahubwo afatiye ku vyo yeretswe muri ico gitabu cose (‘ivyo ubonye,’ umuvugire wa kubu *eides* werekana igihe c’ivyo yeretswe mugabo avyerekewe hamwe vyose ata na kimwe kivuyemwo). Ibi tuvuga ko bishoboka bigaragazwa n’ivyo tubona ku murongo wa 19 yuko utirebanga yamara ufatanye n’ico kigabane cose guhera ku murongo wa ( 9-20) aho biboneka neza ko ari amajambo yo gutumwa, kugira ngo ‘yandike ivyo yabonye’ ni isubiramwo ry’ivyo yari yabariwe kuri 1:11 ko akwiye kwandika ivyo yeretswe vyose muri ico gitabu. Ubwa kabiri, ‘ibiriho’ kumbure ntibivuga ku biriho ubu gusa nk’uko bivugwa ku bice vya 2-3 yamara bifatira ku biriho muri ico gitabu cose. Kanatsinda, bishobora kuba bidafatiye ku bintu vy’imfatakibanza, vy’igihe gito yamara bikaba bifatiye ku mvugo ngereranyo y’ico gitabu gikeneye gusigurwa (ni muri iyo nzira, bamwe basigura *ha eisiv* nka ‘ivyo [yeretswe mu buryo vy’ibicapo, ibishusho n’ibigereranyo] bisigura’.” (Beale 1999: 162-63)

   Iryungane rya gatatu, *“inyuma y’ivyo,”* ntibisigura “inyuma y’ivyerekeranye n’ishengero bimaze guhera” nk’uko nk’akarorero, Chuck Smith abibona (Smith 1980a: 17-20; Smith 1980b: 17-18). Ahubwo, **Ivyah 1:19** (co kimwe na **1:1; 4:1**; hamwe na **22:6**) hafatira kuri **Dan 2:28-29, 45.** Ivyafatiweko ico gihe ni ngira kamaro kugira ngo dushobore gusigura *“hanyuma y’ivyo.”* Mu buryo bugaragara, **Dan 2:29** akoresha amajambo nk’ayo nyene *“ibizoba mu gihe kizoza”* (Ikigiriki = *meta tauta*) nk’aho bingana, bisa n’iryungane rivuga *“ibizoba mu bihe bizoza”* (**Dan 2:28**). Bimeze birtyo, igihe Yohana akoresha amajambo nk’ayo nyene mu **Ivyah 1:19**, igihe aba ariko aravuga gikubiyemwo guhera ku kuza kwa mbere kwa Yesu gushika ku kuzoshinga ijuru risha n’isi nsha.[12]
3. <u>*“Ibiriho” n’ “ibizoba hanyuma y’ivyo”* birafatanganye kandi ntibishobora gutana.</u> Vyose *“ibiriho”*

[12] Icongeweko, amajambo *meta tauta* aboneka izindi ncuro munani mu gitabu c’ Ivyahishuwe (**4:1; 7:1; 7:9; 9:12; 15:5; 18:1; 19:1; 20:3).** Ayo majambo yerekana “urutonde rw’ukugene Yohana yabonye ivyo yeretswe yamara atari mu buryo bw’ukugene vyakwirikiranye mu kubaho nk’ivyabayeho, nk’ivyashitse” (Beale 1999: 316–17).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

n' *"ibizoba hanyuma y'ivyo"* vyerekana ibigize "uguhishura" kumwe Kristo yahaye, yahishuriye Yohana (**Ivyah 1:1-2**). Bimeze biryo, "ivyete ndwi vyandikiwe amashengero ndwi" (**Ivyahishuriwe Yohana 2-3**) vyerekeye ibijanye n'amashengero y'iki gihe yamara kandi hagatangwa amasezerano y'ibijanye na kazoza. Kanatsinda, vyinshi mu vyashizwe muri ivyo "vyete ndwi" vyari vyerekeranye n'ibizoba muri kazoza igihe yohana yandika Ivyahishuwe yamara uyu musi bija vyarabaye. Muri ubwo buryo nyene, ko ivyo Yohana yeretswe mu **Ivyahishuwe 4-22** bivuga ku bintu vyari kuzoba muri kazoza igihe Yohana yahabwa ukwo kwerekwa ntihatubarira ivyo muri ivyo bintu bikiri muri kazoza kuri twebwe. Vyinshi muri ivyo bintu vyo muri **Ivyahishuwe 4-22** vyagmye biba muri kahise kose kandi birarengeye kahise. Ni co gituma, kworosha ibintu no kuvuga yuko ibintu vyubatswe muri ubu buryo bukurikirana "kahise-k'ubu-kazoza" k'Ivyahishuwe atari vyo na gato.

## VI. <u>Ishengero mu Ivyahishuriwe Yohana</u>

### A. *Igitabu c'Ivyahishuriwe yohana candikiwe, candikwa kubera ishengero kandi candikwa kw' Ishengero*

Igitabu c'Ivyahishuwe candikiwe ishengero (**Ivyah 1:4; 22:16**). Nkuko twabibonye hejuru, candikiwe ishengero kandi kivuga ku bintu n'ibibazo vyerekeranye n'ishengero. Kubw'ivyo, nk'uko tuja kubibona, ishengero riguma rigaruka muri ico gitabu cose.

Ku ruhande rumwe, abafatira ku biringo bizera yuko ishengero rizoduzwa mu ntango y'igice ca kane, agace kubera yuko "ijambo *ishengero,* riguma rigaruka cane mu bice vya 2 na 3, ntiryigera ryongera kugaruka gushika kugeza ku gice ca 22:16" (Walvoord 1966: 103). Vyongeye, iciyumviro nk'ico cerekana yuko n'imbere y'igihe ishengero ryanyakuwe imbere y'ukubabazwa kubera Yuko ivyo ari vyo bivugwa, bisabwa n'abafatira ku biringo ubwavyo. Ico ciyumviro nticumvikana canke ngo gishigikirwe n'imiburiburi kubera izi mpamvu zibiri.

1. <u>Ukutabaho kw'ijambo "ishengero" nta na kimwe bivuze.</u> "Ubwa mbere, turakwiriye kumenya yuko ijambo 'ishengero' (*ekklēsia*) nk'ikintu kivuga umubiri wa Kristo muri rusangi ritigera riboneka muri ico gitabu na gato. Ahantu honyene rikoreshwa muri ico gitabu ni igihe rikoreshejwe kw'ishengero ryo mu micungararo canke ku 'mashengero.' . . . Kubera yuko iryo jambo rero ritieze rikoreshwa na gato muri ico gitabu, biragaragara yuko ukutabaho kw' "ishengero muri rusangi" mu bice bimwe ntibisigura ikintu na kimwe nk'uko no muri ico gitabu cose ata na kimwe bisigura." (Bell 1967: 318-19) Ubwa kabiri, ijambo "ishengero" ntiryakoreshejwe mu vyo Yohana yeretswe risigura abantu b'Imana mw'ijuru aho abafatira ku biringo bavuga yuko ishengero rivugwa inyuma ya **Ivyah 3:22**. Mbere no mu **Ivyah 19:7-9**, havuga ku "mazimano yo mu bukwe bw'Umwagazi", ntihakoresha ijambo "ishengero," yamara hita iryo jambo ishengero "umugeni" n' "abera." Ubugira gatatu, ubutumwa bwinshi hamwe n'ivyete vyinshi na vyo nyene ntibikoresha ijambo "ishengero", yamara nta nkeka ko baba bariko baravuga ku vyerekeranye n'abizera (mu yandi majambo, ishengero).[13]

2. <u>Ico gitabu cose cerekeranye n'ishengero.</u> Hose mu ntangamarara ya Yohana (**Ivyah 1:1-4**) no mu gusozera kwiwe avuga kw'ishengero mu **Ivyah 22:16** (*"Jewe, Yesu, ntumye umumarayika wanje gushingira intahe mwebwe ivyo, kubw'amashengero"*) harabigaragaza neza yuko *ico gitabu cose* cerekeranye n'ishengero. "Ivyahishuwe 1:4 hatubarira yuko ico gitabu cose candikiwe ayo mashengero, kandi kubera ivyo vyonyene bisigura yuko ivyete [mu yandi majambo, **Ivyahishuwe 2-3**] bidategerezwa guhagarara ukwa vyonyene canke ngo vyigenge muri ico gitabu, biri hamwe n'ibindi vyose vyavuzwe muri ico gitabu" (Goldsworthy 2000: 217). Mu **Ivyah 22:16** aho Yesu avuga ati *"Ntumye umumarayika wanje gushingira intahe mwebwe ivyo,"* icari kigize igishinga intahe c'umumarayika cari muri ico gitabu cose, nticari igice c'ico gitabu gusa. Abafatira ku biringo babona yuko igice kinini c'ico gitabu ataco *kivuze* kw'ishengero, canke naho ko igice kinini c'ico gitabu ishengero rishobora kucirengagiza. Ukugene abafatira ku biringo basigura yuko ishengero atariimwo muri ico gitabu inyuma y'igice ca gatatu ni ikintu barondeye ariko kidafise aho gifatiye na gatoya. Iciyumviro c'uko "mu gitabu giherahereza Isezerano Risha, cerekeranye n'amashengero ndwi gusa yo muri Asiya yari mu maruhwa no mw'ihamwa rikomeye kandi ko yari akeneye amajambo yo kuyaremesha no kuyaha ivyizigiro avuye ku ntumwa, Yohana ahubwo abandikira ibice bitatu gusa maze ibindi bice vyose bisigaye akavyegeranirizamwo ibizoba muri kazoza, ivyo yahishuriwe vyerekeranye n'ibizoba vyari bigeye kuza kw'isi ishengero rimaze kuduzwa. . . Vyerekana ko abafatira ku biringo batiyumviriye cane kandi vyabataye ku w'amazi mu kwegeranya ibivugwa muri ico gitabu mu buryo bwumvikana, butahurika" (Bell 1967: 317).

---

[13]Ijambo *Ekklēsia* ntiryigera riboneka mu Butumwa Bwiza bwa Mariko, Luka, na Yohana. Vyongeye ntiryigera riboneka muri ibi vyete 2 Timoteyo, Tito, 1 Petero, 2 Petero, 1 Yohana, 2 Yohana, na Yuda.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**B.** ***Akamaro k'Ivyahishuriwe Yohana mu gukoresha abantu bo mw'Isezerano rya Kera kugira ngo bavuge ishengero***

Mu ntango y'ico gitabu ubwaco (**Ivyah 1:6**) Yohana avuga ati, *"Akaduhindura ubwami no kuba abaherezi b'Imana yiwe na Se."* ivyo bikoreshwa ku mvugo y'ishengero dufatiye ku bivugwa mu **Kuv 19:5-6**, aho ubwa mbere hakoreshejwe kuri Isirayeli yo mw'Isezerano rya Kera (raba **1 Pet 2:5, 9**). **Ivyah 5:9-10** hakoresha iyo mvugo nyene kandi na ho hakavuga *"ku miryango yose, ku moko yose, ku bantu bose no ku ndimi zose hamwe no ku mahanga yose."* "Nk'uko imvugo ikoreshejwe ngaha kuri *abo bantu bo mu miryango yose, mu moko yose mu mahanga yose no mu ndimi zose,* igihe bavugwa ko bagizwe, *bahinduwe kuba ubwami no kuba abaherezi b'Imana yiwe na Se,* ni iyo mvugo nyene isa n'iyo kuri [**1:6**], aho duca twanzura tukavuga tuti, Mbere no guhera mu mirongo ya mbere igize ico gitabu, Ivyahishuwe bifise iciyumviro c'Ishengero ryose ry'isi yose." (Milligan 1896: 82)

Gukoresha abaantu bo mw'Isezerano rya Kera mu Ivyahishuwe bagakoreshwa kw'ihanga rya Isirayeli bikimuka bikaja kw'ishengero bifise ingaruka zikomeye ku gutahura no kubona ikibanza nyamukuru ishengero rifise muri ico gitabu: "Ico ico gitabu kivuga muri rusangi, guhera ku ntangamarara yaco kivuga ku mashengero Rukristo yo muri Asiya hakoreshejwe ibigereranyo vy'igicaniro n'ihema vyagirwa muri Isirayeli, maze bigakoreshwa ku guhishurwa kwa nyuma no mu vyo Yohana yeretswe ubwa nyuma kuri Yerusalemu Musha, bigaragaza yuko mu kwiyumvira kw'uwo yavyeretswe, ishengero rukristo ryafashe ikibanza ca Isirayeli mu buryo bugaragara. . . . Muri ayo mahame dukuramwo iki kindi ciyumviro gikurikira. Nimba ibintu vyakorwa muri Isirayeli ubu bikoreshwa kw'ishengero Rukristo, bitegerezwa ata nkeka kuba bifise ugushirwa mu ngiro kw'isi yose atari mu mashengero ndwi yavuzwe gusa canke yandikiwe. Isirayeli y'ukuri isanzaye, ikwiragiye mw'isi yose eka mbere nk'uko na Babuloni ikwiragiye mw'isi yose. Ivyo biterekwako amatara ndwi vyerekana umubiri w'abizera basanzaye bakwiragiye mw'isi yose, yamara ubwa mbere ivyo biterekwako amatara ndwi vyari vyashizwe ahera mw'ihema ryo muri Palesitina. Muri ico gitabu cose Yohana afata ibintu vyo mw'Isezerano rya Kera vyeretswe abavugishwa n'Imana mu gihe cabo akabihindura akabikoresha ku biba mw'isi yose." (Ford 1979: 257, 258)

**C.** ***Ishengero mu Vyahishuriwe Yohana: abantu nyamukuru n'ibigereranyo nyamukuru***

Kubera yuko igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ari *"uguhishura kwa Yesu kristo"* (**Ivyah 1:1**), Umubiri wa kristo, ishengero, riguma rigaruka muri ico gitabu cose. Rivugwa mu bigereranyo vyinshi bitandukanye mu bice vyose bigize ico gitabu. Yohana yibaza yuko ukuri kw'Isezerano Risha, "nk'umubiri wa Kristo, kandi ko vyitezwe yuko umubiri uzosangira ibiba n'umutwe" (Ico gitabu nyene: 259). Ni co gituma, muri ico gitabu cose tubona ishengero rica mu mibabaro, rigahorwa maze rikogorora kuba Kristo. Ibi bikurikira ni ibigereranyo bikuru bikuru bikoreshwa mu kuvuga ishengero muri ico gitabu cose c'Ivyahishuriwe Yohana:

1. <u>"Abagurano" (**Ivyah 1:1; 2:20; 7:3; 11:18; 19:5; 22:3, 6**).</u> Ahantu hose havuga ku "bagurano" (Ikigiriki = *doulos*, kenshi na kenshi hasobanurwa "umuja" canke "umukozi, umusuku") mu Ivyahishuwe (ndetse kuri **15:3** aho iryo jambo rikoreshwa kuri Mose risigura umusavyi) nta nkeka ko baba bariko baravuga Abakristo (mu yandi majambo ishengero). Kanatsinda, igihe cose iryo jambo rikoreshejwe mw'Isezerano Risha ku bantu babayeho inyuma y' ukuzuka kwa Yesu, riba rivuze bakristo, si Abayuda. Mu **Ivyah 7:3** "abagurano" ni ubundi buryo bwo kuvuga bamwe 144,000 bo kuri **7:4**. Kubera yuko ata hantu na hamwe mw'Isezerano Risha hari ijambo "abagurano" rikoreshwa mu gutandukanya "Abizera b'Abayuda" igihe ico ari co cose babatandukanya n'Abandi bakristo basanzwe b'igihe ico ari co cose, iryo jambo ryategerezwa gufatwa mu buryo bumwe, bungana, nk'uku rikoreshwa kw'ishengero, kuri **7:3** (kuri vyinshi bivugwa kuri 144,000, raba aho hepfo).
2. <u>Amashengero ndwi (**Ivyah 1:4; 2:1-3:22**).</u> Amashengero ndwi yari ayo ukuri, yariho, amashengero yariho mu ntara y'Abaroma muri Asiya (muri Turukiya y'iki gihe). Ivyete vyandikiwe amashengero ndwi vyerekana yuko ishengero ari yo isirayeli y'ukuri y'Imana. Itandukaniro riri hagati ya Isirayeli igaragara ku mubiri canke nk'igihugu hamwe na Isirayeli yo mu mutima, Isirayeli yo mu vy'impwemu riragaragara ufatiye kuri **2:9 n**a **3:9** kuri *"abo biyita Abayuda atari bo, yamara ari isinagogi ya Satani."* Mu yandi majambo, "hariho abantu ari Abayuda imbere n'inyuma—ari yo Isirayeli y'ukuri—yamara mu bigaragara atari Abayuda b'ukuri—Isirayeli yo mu vy'Impwemu—yamara bakurikira inzira ya Satani aho gukurikira inzira y'Imana" (Ladd 1972: 116).

   Nubwo ivyo vyete vyandikiwe amashengero atandukanye yariko araca mu bibazo bidasanzwe kandi bidasa, ubwo butumwa ndwi bufitiye akamaro ayo mashengero yose. Ubwo butumwa bukora ku bibazo n'ingorane amashengero yose ahura na vyo maze hagashirwaho amahame amwe akoreshwa mu mashengero yose. "Ivyete ndwi" bifise intumbero imwe isa: "Urukurikirane rwose rw'ivyanditswe rwagenewe ishengero ryose ryo kw'isi yose ruriburira kwihanganira amageragezwa n'amarushwa

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

yariho mu gihe c'ihamwa ryariho ico gihe" (Mounce 1998: 65). Ni co gituma, hafi nk'abagize ico bavuga kuri ico gitabu (ndetse abavuga ko ubuhanuzi bwose bwavuzwe buja bwarashitse) babona amashengero ndwi nk'aho aserukiye ayandi mashengero yose muri kahise k'ishengero ryose muri rusangi kw'isi yose gushika aho Yesu azogarukira ubwa kabiri aje gutwara ishengero ryiwe. Mbere no mu bafatira ku biringo na bo nyene babona amashengero ndwi nk'aho "adaserukiye gusa ishengero rimwe yamara ko aserukiye ishengero ryose canke amashengero yose yo kw'isi yose ibihe vyose, yamara aserukiye ibihe vyose gushika igihe Yesu Kristo azogarukira kujana ishengero ryiwe" (Thomas 1998: 216). Hariho ibintu vyinshi mu ndimi no mu vyariko biraba mu Ivyahishuwe bigaragaza yuko amashengero ndwi avugwa mu **Ivyahishuwe 2-3** yatowe kugira ngo aserukire canke agaragaze ishegero ryose rimwe mw'isi:

- *"Amashengero ndwi."* Ubwa mbere, mbere n'ishengero rya mbere ryabona, ryafata igitigiri, igiharuro "ndwi" ko cerekana ubwuzure, ikintu gikwiye, gihagije, cuzuye. Ni co gituma, amashengero "ndwi" asigura Ishengero rimwe ryo mw'Isi yose (Aune 1997: 130; raba kandi Johnson 2001: 14; Schüssler Fiorenza 1991: 53). Ubwa kabiri, mu **Ivyah 1:4** ijambo amashengero ndwi ryerekana ko ayo mashengero ndwi aserukira ayandi mashengero yose ari kw'isi yose kandi ko ivyanditswe vyerekeranye n'amashengero yose ari kw'isi yose: "Yohana ubwiwe ntiyandikira ndwi, ariko yandikira 'amashengero ndwi ari muri Asiya,' nk'aho umengo muri iyo ntara yose nta yandi mashengero yariho. Icongeweko, nta nkeka ko hariho ayandi mashengero menshi atandikiwe yari ngaho muri Asiya. . . . Akamaro gategerezwa gushirwa ku giharuro ndwi. Umusomyi wese asoma igitabu c' Ivyahishuwe aramenyereye n'ijambo ryo muri rudende rikoreshwa kuri ico gitigiri muri ubwo buryo ico gitabu cubatswe, hamwe n'uko (ndetse igice ca xvii. 9 hagize ikinyurane n'ibindi) ntivyigera bisigura ico giharuro ndwi conyene. Ni igiharuro c'ubumwe mu bunyurane. . . . igiharuro cabo—ndwi—gitegerezwa kuboneka nk'ubumwe, nk'urunani, kandi amashengero ndwi ategerezwa gufatwa nk'aho aserukira ishengero ryose rimwe mw'isi yose." (Milligan 1896: 28-29)
- *Uvyandike mu "gitabu" (canke umuzingo).* Ko ubwo butumwa ku mashengero ndwi bwategerezwa kwandikwa mu gitabu kimwe gusa canke umuzingo umwe gusa (**Ivyah 1:11**) birafise ico bisigura: "ko hariho umuzingo umwe gusa, aho kuba imizingo ndwi, vyemeza yuko ico gitabu cerekeye Abakristo b'ishengero bose" (Hamstra 1998: 101).
- *Wandikire "amashengero."* Uburyo Yesu aheraheza ubutumwa bumwe yarungikiye ishengero ryose rimwe rimwe muri ayo ndwi mu **Ivyahishuwe 2-3** bigaragaza yuko ubutumwa bwose butagarukira kuri iryo shengero gusa ry'aho hantu haba harungikiwe yamara ko biba bwerekeranye n'ishengero ryose ahanini. Igituma ni uko n'ubwo rimwe rimwe muri ivyo "vyete ndwi " ryarungikiwe ishengero kanaka, amajambo ahereza ico cete kimwe kimwe cose yerekeranye n'ishengero ryose ryo kw'isi muri rusangi, mu yandi majambo, *"Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero"* (**2:7, 11, 17, 29; 3:6, 13, 22**).
- *Gushitswa kw'amasezerano ku mpera y'ico gitabu.* Ivyasezeranywe ku mashengero ndwi mu **Ivyah 2:1-3:22** bironka ugushitswa mu nyuma, cane cane mu mpera y'ico gitabu (raba aho hejuru, ikigabane ca **V.B.** ***Ukwisubiriza kw'amungane n'ivyiyumviro***). Ivyo vyerekana ukubandanya kw'ishengero muri ico gitabu cose hamwe n'uguserukira ayo mashengero ndwi yandikwe.

3. <u>"Abera" (**Ivyah 5:8; 8:3-4; 11:18; 13:6-7, 10; 14:12; 16:6; 17:6; 18:20, 24; 19:8; 20:9**).</u> Ahandi hose mw'Isezerano Risha hakoresha ijambo "abera" nta nkeka ko haba hariko haravuga ku bakristo (ishengero) (raba **Mat 27:52; Ivyak 9:13, 32, 41; 26:10; Rom 1:7; 8:27; 12:13; 15:25, 26, 31; 16:2, 15; 1 Cor 1:2; 6:1, 2; 14:33; 16:1, 15; 2 Kor 1:1; 8:4; 9:1, 12; 13:13; Ef 1:1, 15, 18; 2:19; 3:8, 18; 4:12; 5:3; 6:18; Flp 1:1; 4:22; Kol 1:2, 4, 12, 26; 1 Tes 3:13; 2 Tes 1:10; 1 Tim 5:10; Filemoni 5, 7; Heb 6:10; 13:24; Yuda 3**). Vyinshi mu bigereranyo vyo mu Ivyahishuwe vyerekana "abera" kw'isi (**Ivyah 5:8; 8:3-4; 11:18; 13:7, 10; 14:12; 16:6; 17:6; 18:24; 20:9**). Ibindi na vyo biberekana bari mw'ijuru (**Ivyah 13:6; 18:20; 19:8**). Ivyo ntibinyuranye na gato n'ibindi vyose bivugwa mw'Isezerano Risha, bishiraho isano hagati y'Ishengero kw'isi n'ishengero mw'ijuru. Nk'akarorero, **Flp 3:20** hatubarira yuko *"I wacu ari mw'ijuru."* **Ef 2:6** haremeza yuko ishengero *"ryazuranywe na we, ryicarikanwa na we ahantu ho mw'ijuru"* (raba kandi **Kol 3:1**). Nk'uko biri mu **Ivyah 14:1** aho bamwe 144,000 *"bahagararanye n'Umwagazi w'Intama ku Musozi Sioni"*, no kuri **13:6-7** abera bo kw'isi ni *"ni abo bazobana [canke 'bazobamw'ihema'] ryo mw'ijuru."*

Mu Ivyahishuwe isano riri hagati y'abera bari kw'isi n'abera bazoba mw'ijuru ribonekera mu buryo bubiri n'imiburiburi: mu guhamwa n'ukuneshwa; hamwe no mu ntsinzi y'agahebuza. Aber abo mw'isi barahamwa, bagacinyizwa "kubera bazi yuko igihugu cabo kiri mw'ijuru kandi ko gisaba yuko batumvira ibisabwa n'ubwami bw'isi" (Beale 1999: 697). Naho biri uko, nubwo bahamwa

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bagacinyizwa kw'isi, abera bafitaniye isano mu vy'impwemu n'ahantu ho mw'ijuru kandi yo mpwemu ni yo ituma bakora bagatama. Hose mu **Ivyah 5:8** no kuri **8:3-4** imibavu (utwavya tw'imibavu) tugereranywa *"n'amasengesho y'abera."* Kuri **8:5** umumarayika yuzuza icotero umuriro wokowe ku gicaniro awushiburira mw'isi. "Ico kigereranyo kirakomeye cane: amasengesho y'Abera , y'Abakristo ni yo atuma habaho ugusenyuka, n'ugusangangurwa kw'abansi b'ubutumwa bwiza" (Johnson 2001: 142).

4. Bamwe *"bacungurirwa Imana . . . abo mu miryango yose, no mu ndimi zose, no mu moko yose no mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe, ukabahindura ubwami bw'Imana yacu no kuba abaherezi bayo"* (**Ivyah 5:9-10**). "Indirimbo nsha" yo mu **Ivyah 5:9-10** ni indirimbo y'intsinzi n'incungu. Abo bacunguwe bakomoka mu miryango yose, mu ndimi zose, mu moko yose no mu mahanga yose ubu bagize ubwami n'abaherezi (ku vyerekeranye vyinshi n'"incungu" raba aho hepfo kuri bamwe " 144,000 bavugwa kuri **Ivyah 7:4-8; 14:1-5**"). Aho ayo majambo "y'*ubwami n'abaherezi*" yabuwe ni mu masezerano yahawe Isirayeli mu **Kuv 19:6** no muri **Yes 61:6**: "(a) ubwa mbere na mbere, amavuga yo muri ivyo bisomwa vyose vyo mw'Isezerano rya Kera ni mavuga yo mu muvugire wa kazoza—arimwo amasezerano y'Imana yasezeraniye abantu bayo muri kazoza. Mu kwemeza yuko Yesu yatugize kuba abami n'abaherezi, umwanditsi mu vy'ukuri abona ibikorwa vy'ugucungura kwa Yesu nk'ugushitswa kw'ayo masezerano y'Imana. (b) ubwa kabiri, amasezerano yahawe 'inzu ya Yakobo,' canke 'abantu ba Isirayeli' [**Kuv19:3**] canke 'abagandariye Siyoni' [**Yes 61:2–3**] mu Ivyahishuwe baboneka nk'uko ivyo bishikijwe mw'Ishengero ry'Abakristo." (Bandstra 1992: 16; ibi kandi vyemezwa muri **1 Pet 2:5, 9; Ivyah 1:6**)

Dufatiye ku *"nganji yabo yo kw'isi"* (**Ivyah 5:10**), muri kubu (*"baraganje"*) no muri kazoza (*"bazoganza"*) ni imivugire ishigikiwe n'ibimenyamenya vyo mu gisomwa. Kubu ni ko gafise amahigwe menshi kubera yuko **5:9-10** haboneka yuko havuga ku "kwinjira ivyashikijwe vy'ubwami bwahanuwe bw'abera n' 'umwana w'umuntu' muri Daniyeli 7 hamwe n'uko 1:5b-6a, habona yuko abera nk'ubwami bw'*iki gihe*, vyashigikiwe na 5:9b-10a. . . . Hose 1:5-6 na 5:9-10 harasigura neza yuko ugushirwaho kw'abera nk'ubwami ari ingaruka ikomoka ku rupfu rwa Kristo rw'incungu, kugira ngo kumbure ubwo bwami buhere inyuma y'urupfu rwiwe. Icongeweko, 'indirimbo nsha,' irimwo ukuri kw' 'ivyabaye n'ibitaraba', ifatiye ku bubasha bwo muri kino gihe bwa Kristo ('kumatanurura ibigize igitabu'), kugira ngo inganji y'abera, co kimwe n'igice c'indirimbo, na vyo nyene bibe ukwinjira ivyo vyabaye." (Beale 1999: 362-63) Mu yandi majambo "Abera bishwe mw'isi baja baramenyekanye, bazwi mw'ijuru nk'abo bahawe inganji kandi n'ubu bahagaze imbere y'intebe y'inganji ya Nyeni ijuru n'isi, Uwushizwe hejuru" (Hooker 1967: 29).

5. Abishwe (**Ivyah 6:9-11**). Bamwe bibaza yuko abishwe ari abera bo mw'Isezerano rya Kera, ahanini kubera yuko "amajambo avuga 'ugushingira intahe Yesu ata yarimwo' mu Ivyah. 6:9" (Mealy 1992: 85n.1), kandi no kubera yuko batari bwahabwe imvune zabo zera imbere yaho yamara bagiye kuzironka kuri **6:11** (Milligan 1896: 98-102). Yamara nubwo biri ukuo, twibaza yuko abishwe baserukira Abakristo, kumbure harimwo n'abera bo mw'Isezerano rya Kera.

Ubwa mbere, igihe vyandikwa mu Ivyahishuwe vyari vyerekeranye n'ishengero n'uguhamwa kw'Abakristo kubera ugushingira intahe Yesu Kristo (raba **Ivyah 1:9; 2:9; 2:13; 3:10**, kandi mbere n'ibindi vyose bivugwa guhera ku **Ivyah 7:1-20:10**). Ubwa kabiri, "rimwe mu majambo aguma agaruka mw'Isezerano Risha ryose ni uko ari ko kamere k'ishengero ko ryitwa abantu bishwe. Igihe Yesu yigisha yuko kugra ngo umuntu abe umwigishwa wiwe ategerezwa kubanza kwiyanka maze akikorera umusaraba wiwe (Mat. 10:38; 16:24), ntiyariko aravuga ku kwiyanka canke ukwikorera imitwaro ikomeye, iremereye; yariko aravuga ku kwipfuza no kwemera ata gahato kuba abamaratiri. Umusaraba si ikindi ni igikoresho c'urupfu. Umwigishwa wese wa Yesu mu nca make ni umumaratiri; kandi Yohana yabona abizera bose baciye mu marushwa no mu mibabaro." (Ladd 1972: 104; raba kandi Bauckham 1993b: 155; Milligan 1896: 102, 192) Ni co gituma, nubwo bishoboko ko abamaratiri bashobora kuba bafatwa nk'uko vyanditswe nyene mu mutwe w'umwanditsi, bishoboka kandi yuko "abishwe' ari imvugo ngereranyo kandi abo bavugwa baserukiye uwundi murwi munini w'abera bishwe bazira ukwizera kwabo. . . . Ahandi hantu honyene mu Ivyahishuwe aho abizera bapfuye basabwa 'kuruhuka' hasa n'ahavuga ku bera bose muri rusangi babandanije kandi bihanganiye 'ukugumana no kwumvira ivyagezwe, amabwirizwa . . . hamwe n'ukwizera kwabo' maze 'bagapfira mu Mwami' (14:12–13)." (Beale 1999: 390-91)

Ku bijanye no kutavuga mu buryo bugaragara *"kuri Yesu"* inyuma *"y'igishinagntahe"* kuri **6:9** bisomwa bimwe vya kera birashiramwo amajambo avuga *"ku Mwagazi w'Intama"* inyuma y'ijambo *"kubera ugushinga intahe"* (Ibid.: 391). Uko vyoba kwose, ugshingira intahe *" Yesu"* kuraboneka

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

guhera kuri **1:2, 9**. Ikindi, **12:11**, ari na ho hafatira ku bishwe b'Abakristo, abakristo babaye abamaratiri, na ho nyene havuga gusa *"ijambo ryo gushinga intahe kwabo,"* na yo akaba ari yo majambo ahagarariye *"ugushingira intahe Yesu"* (**12:17**). Ubwa nyuma, kwakira no guhabwa imvune zera ni inabire iva mw'ijuru ihabwa abizigirwa (**3:4, 5, 18; 6:11; 7:9, 14; 19:8, 14**).

6. <u>Bamwe "144,000" (**Ivyah 7:4-8; 14:1-5**).</u> Benshi baremeza yuko barya 144,000 bavugwa mu **Ivyah 7:4-8** no muri **Ivyah 14:1-5** ari uwo murwi nyene (uburorero, Beale 1999: 733; Ladd 1972: 114-17, 190; MacDonald 1995: 2371). Hariho ivyiyumviro bibiri bikuru bikuru ku bijanye n'abo bantu 144,000:

(1) Ni umurwi w'Abayuda bizeye Yesu Kristo mu gihe c'amarushwa imbere gatoya ya *Parousia.* Ikiranga abo bantu 144,000 nk'Abisirayeli gifatiye ku gufata ico gitigiri n'imirwi igize Abisirayeli kandi dufatiye ku vyo abafatira ku biringo bavuga yuko ishengero rija ryaranyakuwe, ryaraduze imbere yuko abo 144,000 bashirwako ikimenyetso (Pate 1998: 164-65; Thomas 1998: 196-97; MacDonald 1995: 2364). Gentry na we nyene yizera yuko abo bantu ari Abayuda bizeye yamara nk'uko abavuga ko ubuhanuzi bwose buja bwarashitse, babivuga, bizera yuko ivyo vyabaye imbere y'umwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu (Gentry 1998: 56-57).

(2) Ikindi ciyumviro nyamukuru (ari na co twizera ko ari ukuri) ni uko "mu giharuro c'Abayuda, harimwo abakwirikira Yesu Kristo bose canke ishengero ryo kw'isi ryose" (Milligan 1896: 117; Ladd 1972: 114; raba kandi Beale 1999: 412-23; Hamstra 1998: 106-07; Hendriksen 1982: 110-11; Ngundu 2006: 1559; Schüssler Fiorenza 1991: 67). Iki ciyumviro kirajanye n'intumbero y'igitabu cose: kumenyesha, kuremesha, guhumuriza, guhanura no guha ivyizigiro ishengero. Vyongeye bijanye n'iciyumviro nyamukuru c'ibigabane vy'ico gitabu aho abo 144,000 baboneka (mu yandi majambo, **Ivyah 6:1-8:5** na **12:1-14:20**), aho hose havuga kw'ishengero ryariko rirahamwa.

Hariho ibituma vyinshi tuvuga yuko abo 144,000 ari bo bagize ishengero ryose (Beale: 1999: 409-23; Milligan 1896: 114-21):

a. *Abo 144,000 ni bamwe bavugwa ko ari "abagurano b'Imana" kuri **Ivyah 7:3.*** Ijambo "umugurano w'Imana" (mu Kigiriki = *doulos*) "ntiryigera rikoreshwa ku Bakristo b'Abayahudi gusa ahandi hantu na hamwe muri ico gitabu, yamara ryama rikoreshwa ku bizera bose muri rusangi" (Beale 1999: 413). Kanatsinda, Isezerano Risha ryose rirabigaragaza neza ko muri kristo *"aho ntihaba umugiriki cank' Umuyuda, uwakebwe canke uwutakebwe, Udebagura cank' Umusikiti, umugurano cank' uwidegemvya"* (**Kol 3:11;** raba kandi **Gal 3:28**). Kristo *"yahinduye ya macakubiri kuba kimwe, ahomvoye ca gsika co hagati cadutandukanya . . . Kugira ngo muri we ya macakubiri ayaremw'umuntu umwe musha"* (**Ef 2:14, 16**).

Kurobanurira Abisirayeli kuba inkundwakazi binyuranye n'ibivugwa mu butumwa bwiza bwose, Isezerano Risha n'Ivyahishuwe mu buryo budasanzwe: "Nta hantu na hamwe mu Vyahishuriwe Yohana herekana ko hari itandukaniro hagati y'Abakristo b'Abayuda n'Abakristo b'abanyamahanga. Mu Ivyah. 2-3, Kristo agendagenda muri ayo mashengero yose yo muri Asiya kandi yara agizwe n'abahoze ari abayuda hamwe n'abahoze ari abanyamahanga. Umuzingo wadomwe ko ikimenyesho, ishashara mu Ivyah. 5.1-8.1 urimwo intumbero z'agakiza n'uguca imanza kw'isi yose no mw'ishengero ryose. . . . Ugutazira Imana kuvugwa mu Ivyahishuwe, maze kugashika kw'isonga mu kwerekwa umurwa wera wo muri Yerusalemu nsha (Ivyah. 21-22), gukorwa n'abera bose b'Imana, hatabanje kwitabwaho ubwoko bwabo, n'amadini bakomokamwo; kandi bose bambaye imvune zera (3.4, 5, 18; 6.11; 7.9, 13)." (Smalley 2005: 187)

Ugushirwa ikimenyetso mu ruhanga (**Ivyah 7:3**) kugaragaza yuko ishengero ryose ryashizweko ico kimenyetso kuko ata kintu na kimwe cerekana itandukaniro na rimwe kuri abo bizera bose bashizweko ikimenyetso.[14] Ugushirwako ikimenyetso kw'ishengero ryose vyemezwa mu **Ivyah 7:1** aho abamarayika bane bari bahagaze *"ku mfuruka zine z'isi" bafashe "imiyaga ine yo kw'isi"* gushika ukudomwako ikimenyetso guheze. "Ivyo vyago biterwa n'amadayimoni bikwira isi yose yamara si ibidasanzwe, bishikira abantu bose n'ivyaremwe vyose, si agace gato k'ivyaremwe, kandi n'Abakristo bose, si umurwi w'abantu b'inkundwakare (zi) y'abizera " (Smalley 2005: 188).

Ico bafatiyeko gikuru mw'Isezerano rya Kera ku gushira ikidodo kw'ishengero mu **Ivyah 7:3** kumbure ni **Ezek 9:3-10**, aho Imana yategetse umumarayika gushira ikimenyetso mu

[14] Ulfgard avuga ati, "Abo bantu ntibategerezwa gushirwako ikimenyetso kugira ngo bahunge uburake bw'Imana bwavuzwe, bwatangajwe kuri 6:16f, si ukugira ngo bahunge uburake bw'ububasha bw'umwiza, burwanya ivy'Imana. Ugushirwako ikimenyetso kuri 7:4-8 nta nkeka ko kwagenewe abantu b'Imana bose b'Abakristo." (Ulfgard 1989:72)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

ruhanga rw'abo barizwa bakaborogeshwa n'ibizira vyabera i Yerusalemu; bazokinjishwa mu gihe igisagara kizoba kiriko kracirwa kw'iteka. "Gukinjishwa kw'abizera, n'abizigirwa mu gucira kw' iteka inkozi z'ibibi ni co ciyumviro nyamukuru c'iyerekwa ryo mw'Isezerano rya Kera, kandi muri ubwo buryo nyene ni iciyumviro c'ivyo Yohana yeretswe Yohana " (Milligan 1896: 114).

b. *Kudomakw ikimenyetso bamwe 144,000 kunyuranye n'ikimenyetso Satani adoma ku bamukurikira.* Kuba baradomweko ikimenyetso mu ruhanga bigaragaza ko ari inyegu y'Imana kandi ni co kimwe no kuronka izina rya Kristo n'Imana *"yabditswe mu ruhanga rwabo"* (**14:1; 22:4**). Bitandukanye n'ikimenyetso Satani adoma ku banywanyi biwe. "Ikimenyetso" c'igikoko cadomwe mu ruhanga rw'abatizera (**13:16-17; 14:9-11**) kigereranywa canke gifatwa nk'izina ry'igikoko.

Mu Ivyahishuwe abantu bose bashirwa mu mirwi umwe w'imirwi ibiri: isi canke ishengero; bose ni aba Kristo canke ni aba ca gikoko. Kubw'ivyo, kubera yuko Satani ashira ikimenyetso ku bantu biwe bose, ku bamukurikira bose (**Ivyah 13:16-17; 14:9-11**), N'Imana nayo ishira ikimenyetso ku bantu bayo bose (Beale 1999: 413). Ugushira ikimenyetso ku bantu bose kuremezwa na **Ivyah 20:4** havuga *"nib o batasenze ca gikoko cank'igishushanyo caco, kandi ntibemeye gushirwa ikimenyetso caco mu ruhanga."* Ivyo ntibivuga ku bwoko bw'abantu kanaka. **Ivyah 22:4** na ho nyene havuga kuri abo *"bafise izina ryiwe . . .mu ruhanga rwabo"* kandi nta keka ko ivyo vyerekeranye n'Abakristo bose.

Ishashara ahanini ryerekana ukurindwa mu vy'impwemu. Nubwo bashobora kubabazwa mbere no kwicwa bakicwa kubera ukwizera kwabo, kubera bariko ikimenyetso kidomwekw ishashara kandi bakaba banditsweko izina rya Kristo, atari ikimenyetso ca Satani n'ico igikoko, bashobora kuguma ari abizigirwa gushika ku gupfa, kandi bakarindwa, bagakinjishwa uburake bw'Imana mu guca imanza no mu guca amateka. Ibi bikoreshwa, vyerekeranye n'abakristo bose, tutabanje kuraba amoko bakomokamwo. Nimba ukudomwako ishashara n'ikimenyetso ngaha vyerekeranye n'abakristo kanaka gusa batoranijwe [mu yandi majambo abizera b'Abayuda gusa, nk'uko bamwe bavyibaza] rero kubera ata handi hantu na hamwe habivuga mu Ivyahishuwe ko ukudomwa ko ikimenyetso nk'uko kwabaye, bica bisigura yuko kuguma uri umunywanyi w'ishengero utaba waradomweko ikimenyetso kandi ko utaba ukingiwe canke wokinjishwa uburake bw'Imana (Smalley 2005: 186, 188).

c. *Muri uko kuvuga imiryango ya Isirayel (**Ivyah 7:4-8**) vyerekana yuko ishengero ryo mw'isi yose, atari abizera b'Abayuda gusa ari co ciyumviro nyamukuru.* Isezerano Risha rirerekana yuko ishengero ari ryo Isirayeli y'ukuri, Isirayeli yo mu vy'Impwemu. Mu Ivyahishuwe, mbere n'imbere y'igice ca 7, abakristo bafashwe yuko ari yo Isirayeli y'ukuri. **Kuv 19:6** ni ho hakoreshwa mu **Ivyah 1:6** na **5:10** kw'ishengero; **Dan 7:18, 22** mu **Ivyah. 5:9**; **Yes 62:2** na **65:15** mu **Ivyah 2:17** na **3:12**; **Yes 43:4; 45:19; 49:23**; na **60:14** mu **Ivyah 3:9** (raba Beale 1999: 418). "Yohana aratandukanya Isirayeli isanzwe na Isirayeli yo muri Mpwemu, vyari gushoboka ko avuga amaoko 12 ya Isirayeli kandi mu gukora gurtyo akavuga abo ari Abayuda vy'ukuri—ishengero. Kandi yarerekanye ico yashaka gushikako [muri **Ivyah 7:4-8**] mu gutanga urutonde rw'imiryango 12 mu buryo bunyuranye n'ukugene yategerezwa kwandikwa." (Ladd 1972: 116)

Ibintu vyinshi vy'urwo rutonde rw'imiryango mu **Ivyah 7:4-8** ntibisanzwe: (1) Umuryango wa Dani nturimwo, urabuze. (2) Umuryango wa Manase urimwo ariko uwa Efurayimu urabuze, nturimwo. (3) Yosefu yasubiriwe na Efurayimu, yamara ivyo vyozana imiryango ibiri kubera yuko Yosefu ategerezwa kuba agizwe na Efurayimu na Manase kubera yuko Yosefu yari se wabo, ni we yabavyaye. (4) Urutonde rw'iyo miryango ntirusa n'ukugene urwo rutonde rwanditswe mw'Isezerano rya kera: Gadi, Asheri, na Nafutali—bari abana bavutse ku ncoreke—baje imbere y'abandi bana bose kiretse Yuda (ari we abanziriza urwo rutonde) na Reyubeni. (5) Iyo miryango ubwayo ntiyari ikiriho kubera ukwambukanwa kw'Abashuri bambukanye Abisirayeli mu mwaka wa 722 Imbere y'Ivuka rya Yesu, ugukomvomvorwa kwa Yerusalemu mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, hamwe n'ukurongorana n'ubundi bwoko bw'ayandi mahanga.

Christopher Smith na we agaragaza ingene Yohana yagerageje gukurikiza urwo rutonde rw'imiryango kugira ngo ruhagararire ishengero nka Isirayeli nsha. Yerekana yuko: "Yuda yashizwe hejuru y'urwo rutonde kubera yuko Kristo, umutwe w'ishengero yakomotse muri uwo muryango. . . . Ukuza ku rutonde rw' imbere rw'abana bakomoka ku ncoreke vyerekana yuko

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

n'abanyamahanga binjijwe mw'Isezerano Risha . . . Reyubeni yamara ntiyanyiganyijwe. Nk'ubuzibura, umwana wa mbere, ahagarariye abizera b'Abisirayeli, co kimwe n'imfura mw'Isezerano rya kera, "bari ab'Uhoraho" (Kuv. 13:2). . . . Dani yarakuwemwo, nk'uko abagize ico babivugako bavuga bati, Kubera uwo muryango wifatanije kuva kera n'ugusenga ibigirwamana [n'ibizira vy'ubuyobe], kandi kubera umugenzo w'Abayuda uvuga ko Antikristo azokomoka mu muryango wa Dani." (Smith 1990: 114-15)

Ido n'ido ry'ivyariko biraba muri ico gihe riremeza yuko abo 144,000 bakomoka mu "miryango ya Isirayeli" mu **Ivyah 7:4-8** bahagarariye igiharuro c'Abayuda kugira ngo cerekane ishengero. Ido n'ido ry'ivyo yeretswe ryerekana yuko iri ari ijuru yeretswe—ukuri kw'ivyo mw'ijuru kw'ishengero (raba **Ef 2:6; Ivyah 20:4**). Yohana yumvise urwamo rwo mw'ijuru (**Ivyah 14:2**), kandi bamwe 144,000 bariko bararirimba *"indirimbo nsha imbere ya ya ntebe y'ubwami, n'imbere ya vya binyabugingo bine na ba bakuru"* (**Ivyah 14:3**; raba kandi **Ivyah 5:8-10**). **Heb 12:18, 22** havuga yuko Abakristo *"begereye umusozi Siyoni, n'umurwa w'Imana nzima, Yerusalemu ho mw'ijuru."* Ko ishengero rija *"rihagaze, ryashitse ku musozi Siyoni"* bigaragarira kuri bamwe 144,000 bo mu **Ivyah 14:1** *"bahagararanye n'Umwagazi w'intama ku Musozi Siyoni."* Banyuranye na bamwe *"baba kw'isi, bagerereye kw'isi,"* na bo bakaba ari bamwe bakurikira igikoko (**Ivyah 13:8, 12, 14**). Ibivugwa vyose mu **Ivyahishuwe 13** no kuri **14** birafatanye vyose kandi nta na kimwe bisigaza. Kuvuga yuko bamwe 144,000 bahagarariye igice c'abizera bisenyura itandukaniro n'ubudasa Yohana ari arerekana hagati y'aho abantu baba bavugwa mu gice c'**Ivyahishuwe 13** n'aho abavugwa mu gice c' **Ivyahishuwe 14** baba.

d. *Bamwe 144,000 bo mu **Ivyah 14:1-5** babangabanganye n,abacunguwe bo mu **Ivyah 5:9**.* Mu **Ivyah 14:3-4** bamwe 144,000 bari *"mu bacunguriwe Imana bavuye mw'isi"* kandi ni bamwe *"bacunguwe mu bandi . . . bacunguriwe Imana."* Kuri **Ivyah 5:9** Umwagazi *"yacunguriye Imana abo mu miryango yose, no mu ndimi zose no mu moko yose no mu mahanga yose."* Ugushusha kuri hagati y'abo babiri kuregeranye cane n'iyo mirwi ibiri ivugwa ku "bacunguriwe Imana". "Ivyo vyoca bisigura yuko bamwe 144,000 baboneka kuri 14:1-3 atari amasigarira y'Abisirayeli yamara ko ari ubundi buryo bwo kuvuga amasigarira yo mw'isi yose yabayeho mu gihe c'ishengero , abo Kristo yacunguye mw'isi yose, abacunguriye Imana" (Beale 1999: 412). Ivyo ni vyo bijanye n'ibivugwa mw'Isezerano Risha aho havugwa "ugucungura" abantu (**1 Kor 6:20; 7:23**; Ikigiriki = *agorazō*). Muri ivyo bindi bisomwa Kristo na we yacunguye Abakristo muri rusangi (mu yandi majambo, Ishengero).[15]

e. *Mu **Ivyah 14:1-5** bamwe 144,000 bavugwa ko ari abatandujwe n'icitwa umugore.* Ngaha, vyongeye, umuntu ategerezwa kwirinda kurwa mu mutego wo gusigura ibigereranyo vyo mu vyahishwe mu buryo bw'uko vyanditswe, nk'uko Payne abikora igihe abavugako nk' "umurwi w'imisore y'Abakristo yiyeguriye Kristo" (Payne 1980: 612). Nta handi hantu na hamwe muri Bibiliya havuga yuko imibonano mpuzabitsina ku bubakanye ari icaha. Nimba rero ikigereranyo co kuri **Ivyah 14:4** gifashwe nkuko uko vyanditswe nyene yamara bidafashwe mu buryo bw'ikigereranyo bw'abizera bose, aho rero Yohana yoba ariko arasaba yuko abantu batarongora kandi ko baba igitsinagabo gusa mw'ishengero ryose. Ivyo nta nkeka ko binyuranije n'ibindi bintu vyose bivugwa mw'Isezerano Risha.

Ikibazo co kuri **Ivyah 12:1-14:20** ni uguhamwa kw'ishengero rihamwa na Satani hamwe n'ukugene ibintu bimeze kw'isi. Nubwo abizera bashobora kwicwa (**13:7, 15**), **14:1** herekana abizera b'abizigirwa bahagararanye n'Umwagazi ku Musozi Siyoni. Mu yandi majambo, nkuko Umwagazi wanesheje Satani biciye mu rupfu ni nako abantu biwe bagera ikirenge mu ciwe bazonesha biciye mu rupfu (**14:4**).[16]

---

[15] **2 Pet 2:1,** umurongo wa nyuma aho Kristo avuga ko abantu bazokwihakana na Shebuja "yabaguze", haboneka ko ari ahantu aho Petero akoresha ururimi rudasanzwe, kuko ariko aravuga ku *"bigisha b'ibinyoma, abiyita abavugishwa n'Imana bazokwaduka . . . bakazokwihakana mbere na Shebuja yabaguze."* "Mu yandi majambo, ariko aravuga abigisha b'ibinyoma nk'abizera kuko bari barigeze kwemera, no kuba abizera kandi ubwa mbere bakaba bari barerekanye ko ari Abizera vy'ukuri ariko mu nyuma bakavangirwa" (Schreiner 2003: 331). Mbere n'ico gisomwa kiremeza yuko igihe cose Kristo mu vy'ukuri aguze abantu, acunguye abantu, agura ishengero muri rusangi, acungura ishengero muri rusangi atari abantu badasanzwe.

[16] Bauckham abona ko aho hantu hafatiye ku masugi, abatiyanduje ko ari ingabo zigize umuce w'abasirikare, abasoda: "abakwirikira Yesu bagereranywa, bashushanywa n'ingabo z'abasore bakurikira amategeko n'ivyasabwa kera ko bategerezwa kuba bategereye abagore igihe bagenda kurwana intambara yera y'Uhoraho (Gus. 23:9-14; 1 Sam. 21:5; 2 Sam. 11:9-13; 1QM 7:3-6), bategerezwa kwirinda kwiyanduza mu vy'ugusenga vyaba vyabaye kubwo uguhuza ibitsina,

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

"Ijambo "kutiyanduza" (canke 'inkumi, isugi') rishobora gufatira ku vy'impwemu, ridafatiye ku mibonano mpuzabitsina" (Ladd 1972: 191). Abavugishwa n'Imana kenshi baguma bagereranya ugusenga ibigirwamana no kuryaruka Imana n'ubusambanyi (uburorero, **Yes 57:3; Yer 2:7-3:10; Ezek 23:48-49**). Yesu agereranya ukumuvako n'ubusambanyi (**Mat 12:38-39; 16:1-4; Mrk 8:38**). **Yak 4:4** ashitsa kure ico ciyumviro c'ubusambanyi mu vy'impwemu gusumba ugusenga ibigirwamana kanaka canke ibikorwa, mu kwita abantu "abasambanyikazi" *bacuditse n'isi*", canke mbere *"bipfuza kuba incuti y'isi."* Ku rundi ruhande na ho, Abakristo bose bahamagarirwa kuba abarehejwe na Kristo *"nk'inkumi zikiri amasugi"* (**2 Kor 11:2**). Ico ciyumviro kirabandanya mu Ivyah mu kigereranyo c'ishengero nk'umugeni (**Ivyah 19:7-9; 21:2, 9**).

Mu vyariko biraba muri ico gihe ca bamwe 144,000, Yohana avuga ku gusenga igikoko nk'aho ari ubusambanyi (**Ivyah 13:4, 6, 8, 11-18; 14:8; 17:2, 4: 18:3, 9; 19:2**). Twarabonye kandi ubufatane buri mu bice vya 13-14 mu bijanye n'aho abo bakurikira igikoko baba, bagerereye ( *"baba kw'isi"*), tugereranije n'aho abakwirikira Umwagazi bari, bagerereye ( *"bahagaze ku Musozi Siyoni"*). Umwagazi n'igikoko ubwabo na bo nyene ni urufatangane mu **Ivyahishuwe 13-14** aho, vyongeyeye, herekana itandukaniro, n'ubudasa bw'abo babiri. Ku murongo wa **14:1** tubona umwagazi w'ukuri; ku murongo wa **13:11** tubona uwigira umwagazi , umwagazi w'ikinyoma. Ubwo budasa bwerekana yuko abantu bose umwe muri abo Bagazi babiri, uw'"Ukuri canke uw'ikinyoma." Ni co gituma, bigaragara yuko bamwe 144,000 atari "imisore y'abakristo yarobanuwe" canke uwundi murwi warobanuwe w'ishengero; bamwe 144,000 ni ikigereranyo c'ishengero ryose. Kubw'ivyo, ni "amasugi, abatiyanduje mu buryo bw'uko banse kwiyanduza mu buryo bwo gusenga igikoko yamara bagumye ari abatagira agasembwa, abera ku Mana" (Ladd 1972: 191).

f. *"144,000" ni igiharuro c'ikigereranyo si ico giharuro nyene uko canditswe.* Abantu benshi bagize ico bavuga kuri ico giharuro baremeza yuko 144,000 ari igiharuro c'ikigereranyo. "Mu Ivyahishuwe igiharuro cuzuye kitagira uturenzeko, uduce, kigizwe n'ibihumbi gusa kigaragara ko ari ikigereranyo." (Gentry 1998: 56) "Igiharuro canke igitigiri 144,000 gisigurwa neza dukoresheje ibi biharuro bikurikira—12 x 12 x 10 x 10 x 10 cerekana ukwuzura mu buryo bw'agakiza, mu buryo bw'isezerano—kurusha uko vyoba rusansuma ku masigarira y'Abayuda" (Smith 1990: 116). Beale aheraheza avuga yuko kumbure ico giharuro 144,000 gishingiye ku: "miryango 12 ya Isirayeli ikigwiza canke na ho ku miryango cumi n'ibiri ya isirayeli igwijwe n'intumwa cumin a zibiri. Igice ca 21 kiremeza ibi tuvuze, aho amazina y'imiryango 12 n'amazina y'intumwa 12 agize ukugene ico ciyumviro cubatswe c'ukugene umurwa wo mw'ijuru w'Imana wubatswe. . . . Umurwa vyongeyeye ufise uruhome rupima amatambwe ijana na mirongwine n'ane y'ukuboko uciriye mu nkokora, hamwe n'umushinge ugizwe n'amabuye cumi n'abiri yanditsweko amazina y'intumwa cumi na zibiri (raba kandi n'ikoreshwa ry 'imvugo ngereranyo nk'iyo 'cumi na kabiri' incuro zibiri kuri 22:2). Nimba rero abizera b'abanyamahanga baharuranwa vy'ukuri 'n'imiryango cumi n'ibiri ya y'abana ba Isirayeli' nk'abagize Yerusalemu nsha (21:12, 14, 24; 22:2-5), rero ntibitangaje yuko Yohana ategerezwa kubafatira hamwe n'abakristo b'Abayuda ku gice ca 7:4 'nk'imiryango cumi n'ibiri y'abana ba Isirayeli.' Ibi bironka icemezo kivuye mu vyo twitegereje ubwa mbere ko 'ukudomwako ikimenyetso' kuri 7:2-3 ari uko abizera baronka 'izina.' Kandi biragaragara yuko rimwe mu mazina yanditswe ku Bakristo b'Abanyamahanga, hejuru y'amazina Y'Imana na kristo, ari 'izina rya Yerusalemu musha' (3:12), kandi aho nta nkeka ko havuga ku Bakristo bose nka Isirayeli 'nsha'." (Beale 1999: 417)

7. <u>"Ishengero ryinshi" (**Ivyah 7:9-17; 19:1, 6**).</u> Ikibazo nyamukuru kijanye n' "ishengero ryinshi" ni nimba ari uwundi murwi unyuranye na bamwe 144,000, canke ko ari abo nyene 144,000 baboneka mu buryo bunyuranye. Abiyumvira yuko abo 144,000 ari abizera b'Abisirayeli bavuga yuko "ishengero ryinshi" ari abanyamahanga babwiwe ubutumwa na bamwe 144,000 b'abakristo b'Abayuda mu gihe c' "amarushwa menshi, c'amageragezwa menshi" (Pate 1998: 165), canke naho bishwe, abamaratiri bakomoka mu bihugu vyinshi, canke bishwe kubera ibintu vyinshi binyuranye (Payne 1980: 610-11; raba kandi Johnson 1981: 484). Ico abo babivuga bashingiyeko ni uko abo 144,000 bari kw'isi, kandi

---

mu yandi majambo baja mu ntambara carazira kwegera abagore, ni ukuvuga kuryamana n'abagore canke kurongora abagore. Uku kwiyeza no kutiyanduza kuvana n'ikigereranyo c'ingabo, absoda: ni na co Yohana yafatiyeko mu ciyumviro ciwe c'ishengero. Si ukuvuga ko ababa mw'ishengero batemerewe kurongora no kurongorwa yamara muri mpwemu bategerezwa kuba abatiyanduje." (Bauckham 1993b: 78; raba kandi Yarbro Collins 1998: 405-8; Johnson 2001: 202-3)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bavuzwe mu buryo bugaragara, kandi bakaba bavanywe mu "miryango 12 ya Isirayeli," aho "ishengero ryinshi" riri mw'ijuru, ritoshobora guharurika, kandi ko *"ryavuye mu moko yose, mu mahanga yose, mu ndimi zose no mu miryango yose"* (**7:9**) (Pate 1998: 165-66; raba kandi Resseguie 2009: 137; Smalley 2005: 185). Yamara, ico giharuro c'ikigereranyo 144,000, hamwe n'insiguro yo mu nyigisho menyeshamana y'ishengero nka Isirayeli y'ukuri, yerekana yuko "ivyo bamwe babonye nk'ibinyuranye [hagati y'iyo mirwi yavuzwe kuri **7:4-8** no kuri **7:9-17**] ishobora kuba yavuzwe gurtyo kugira ngo yuzuzanye kandi yerekane ukubandanya kw'umurwi wa mbere ubandaniriza no ku wa kabiri" (Johnson 1981: 484). Ko "ishengero ryinshi," nka bamwe 144,000, rihagarariye ishengero ryose bibonekera muri ibi bikurikira:

a. *Imigenderanire iri hagati ya bamwe 144,000 n' "ishengero ryinshi" bangabanganye n'imigenderanire iri hagati y'Intabwe n'Umwagazi w'Intama biboneka mu* ***Ivyah 5:5-6****.* Hariho ukubangabangana gukomeye hagati y'ibivugwa kw'Ishengero mu gice ca 7 n'ibivugwa kuri Kristo mu gice ca 5. Aho hose Yohana akoresha "ukwumva- ukubona", kandi aho hose ikiba carobanuwe kiba carobanuwe mu buryo bubiri butandukanye bw'ikigereranyo. Ivyo si ku gihamana, ntivyapfuye kuba gurtyo. Ni co gituma muri **Ivyah 5:5** Yohana "yumva" umwe wo mu bakuru avuga kuri Kristo avuga ati *"Ehe Intambwe yo mu muryango wa Yuda."* Yamara, kuri **5:6** Yohana "ntiyabonye," Intambwe, yamara yabonye *"Umwagazi w'Intama ahagaze, asa n'uwishwe."* Umwagazi w'Intama ni wo Ntambwe si uwundi muntu canke ikindi kintu. Yohana akoresha ubwo buhinga nyene bwo kurobanura ico avuga mu gice ca 7 mu kurobanura ishengero ubwa mbere mu kuvuga ivyo "yumvise" (ba bandi 144,000) maze mu nyuma aca avuga ivyo "yabonye" (ishengero ryinshi): "ivyo bigereranyo bibiri vyerekana ukuri kumwe. Birasa, birabangabanganye n'ivyo bindi bigereranyo bitandukanye muri Kristo mu gice ca 5:5-6." (Bauckham 1993b: 76)

Ubu buryo bubiri bwo kurobanura bufise insiguro mu vyigwa menyeshamana kubera yuko buhishura ibintu bitandukanye vy'ishengero, nk "Intambwe" n' "Umwagazi w'Intama" bihishura ibintu bitandukanye kuri Kristo n'igikorwa ciwe: "Yohana abona ivyo bintu bimwe mu buryo bubiri butandukanye. Mu buryo bumwe—ivyo yumva [**7:4**]—ni ukuri kw'imbere canke kw'inyigisho ndoramana. Ubundi buryo nabwo—ivyo abona [**7:9**]—ni ukuri kugaragara inyuma. Ku rundi ruhande na rwo, Yohana yumva igiharuro c'ikigereranyo giserukira igiharuro cuzuye c'abo begukira Imana [mu yandi majambo, Isirayeli y'ukuri y'Imana]. . . .ku rundi ruhande na rwo, Yohana abona ishengero ryinshi atawoshobora kuriharura rivuye mu miryango yose n'amahanga n'amoko yose n'indimi zose (7:9). . . . Uku ni ukuri kugaragara inyuma: Isirayeli y'Imana irimwo abo bose bakurikira Umwagazi w'Intama, bose Abayuda n'Abanyamahanga." (Resseguie 2009: 137-38) Ulfgard yongerako ati, "Igihe kuri 7:4-8 (avyumvise kandi abifatiye ku bivugwa kw'isi) bitanga igiharuro c'ikigereranyo 144,000 kuri abo bazokizwa biciye ku kimenyetso bazoba bashizweko n'Imana co kubakingira, 7:9–17 (mu buryo bwo kubona ibintu kw'ijuru) kugaragaza amahoro n'umutekano wabo n'ukuremeshwa mu Mana" (Ulfgard 1989: 105).

Ahandi hantu tubona hameze gurtya "ivyo wumvise-ivyo ubonye" (canke "ivyo ubonye-ivyo wumvise") hadondora ibintu bimwe n'ivyo haboneka muri ico gitabu cose c'Ivyahishuwe. Ni co gituma, mu **Ivyah 9:13-16** Yohana yumvise umumarayika avuza inzamba igira gatandatu hamwe n'ivyari bigizwe n'iyo nzamba; kuri **9:17-21** yabonye mu vyo yeretswe ivyabaye nka bimwe nyene vy'ukwo kuri yari ahejeje kwumva. Mu **Ivyah 14:1** Yohana yabonye Umwagazi na bamwe 144,000 ku Musozi Siyoni; maze yumva nk'ivyo nyene bivugwa kuri **14:2-5**. Mu **Ivyah 15:2** yabonye abanesheje bahagaze ku kiyaga c'ibirahuri; kuri **15:3-4** yumvise ivyaririmbwe n'uwo murwi nyene. Mu **Ivyah 17:1-6** Yohana yabonye "maraya w'agahebuza"; kuri **17:7-18** yumvise marayika avuga ku kurobanura no kudondora ukwo kuri nyene yari ahejeje kubona.

b. *Nk'uko bamwe 144,000 barobanuye ishengero nka Isirayeli y'ukuri, isirayeli yo muri Mpwemu, ni na ko amajambo "ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura"*ameze. Amajambo *"ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura"* (**Ivyah 7:9**) havuga kw'Isezerano Imana yagiriraniye na Aburahamu yuko *"azogwiza uruvyaro rwiwe* [mu yandi majambo. 'imbuto, uruvyaro'] *kugira ngo babe benshi ntibashobore guharurika, bangane n'umusenyi wo ku kiyaga"* (**Ita 16:10;** raba kandi **Ita 13:16; 15:5; 22:17; 26:4; 32:12**). Isezerano Risha riguma kenshi risigura yuko Isezerano rya Aburahamu cane cane mbere isezerano ryo kuzorwiza uruvyaro rwiwe ryashikijwe muri Kristo n'ishengero (**Yoh 8:31-58; Rom 4:11-18; 9:6-8; ab'i**

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**Galatiya 3-4**). "Ni co gituma, amasinzi, ishengero ritoharurika rivugwa mu Ivyah. 7:9 ari ugushitswa kw'isezerano Imana yahaye Aburahamu kandi rikaboneka ari ubundi buryo Yohana afatira ku Bakristo nk'aho ari Isirayeli" (Beale 1999: 427).

c. *Ikoreshwa ry'amajambo "ishengero ryinshi" ahandi na ho mu Ivyahishuwe.* **Ivyah 19:1** na **6** ni ho handi honyene aho amajambo *"ishengero ryinshi"* akoreshwa muri ico gitabu. Aho hose nta nkeka ko aba afatiye kw'ishengero ryose, ntaba afatiye ku gace gatoya karyo gusa. Aho hantu hose uko ari hatatu muri ico gitabu aho ayo majambo *"ishengero ryinshi"* aboneka, ayo majambo nyene mu Kigiriki ni (*ochlos polus*) ni yo akorshwa.

8. "Urusengero" n' "umurwa wera" (**Ivyah 11:1-2**). Hariho ivyiyumviro bitandukanye ku nsiguro y'urusengero n'umurwa wera, aho (nk'uko biri mu mvugo ngereranyo ya Yohana) biri mu mirwi ibiri: "abavuga ko ibintu biri uko vyanditswe nyene" n'abavuga ko ari "imvugo ngereranyo".

a. *Ishengero n'umurwa wera tubifashe nk'uko vyanditswe. Aba*preteriste babona ko ishengero ari ishengero bushengero, ishengero ryabayeho muri kahise i Yerusalemu ryasambuwe mu mwaka wa 70 inyuma y'urupfu rwa Yesu (Gentry 1998: 65-67; Bahnsen 2015: 18). Aho yafatiye kuri **11:2** intangaro y'urusengero *"yahawe amahanga, kandi n'igisagara cera bazogisiribanga amezi mirongwine n'abiri"* biboneka nk'aho bikomoka mu vyo Yesu Kristo yavuze muri **Luka 21:24** ku bijanye n'ugusagirizwa hamwe n'ugusangangurwa kwa Yerusalemu hasanganguwe n'Abaroma (Payne 1980: 616; Bahnsen 2015: 18-19). Ku rundi ruhande, abadispensationaliste n'abandi bamwe bavuga ko ibivugwa mu Ivyahishuwe ari ivya kazoza babona ko **Ivyahishuwe 11** ari ikintu kizoshika imbere y'ukuza kwa Yesu kristo (*Parousia)*. Vyose urusengero n'igicaniro bifatwa yuko vyerekeranye ari uko nyene bivugwa, urusengero rwongeye kwubakwa ku "murwa wera" uko nyene i Yerusalemu. "Abarusengeramwo" baboneka ko ari Abizera b'Abayuda. (Thomas 1998:198; MacDonald 1995: 2367; Smith 1980b: 99-100; raba kandi Ladd 1972: 149-51)

Bose mu bafata ibintu "uko nyene vyanditswe" ntibitaho na gato *intumbero* y'ico gitabu (intumbero ifise ico ivuga kw'ishengero ry'ibihe vyose guhera mu kinjana ca mbere gushika ku gugaruka kwa Yesu (*parousia*); ukugene ico gitabu *cubatswe* (aho hariho ibice vyinshi bigenda bibangabanganye bigasubiramwo ingorane n'ibibazo bihanamiye ishengero mu bihe vyose bigize kahise, guhera mu kinjana ca mbere gushika ku kugaruka kwa Yesu (*parousia*); canke kamere k'ibigereranyo k'ico gitabu (mu muco w'aho "abantu benshi babona ico gitabu c' Ivyahishuwe—bakagisigura, bakagisobanura bakoresheje uko nyene vyanditswe kiretse bibaye ngombwa canke bategetswe kugisigura mu buryo bw'ikigereranyo—bategerezwa kugaruka ku mutwe waco" [Beale 2006: 55]). G. B. Caird anyuranije n'ivyo (n'imiburiburi mu mitwe y'Abanyabulaya bibaza ko ivyanditswe bitegerezwa gusigurwa gutryo nyene) yuko, igihe dufashe imero y'ibihe vy'iherezo y'Ivyahishuwe mu buryo simusiga, "biragora cane ko twovuga yuko mu gitabu aho ibintu vyinshi bivugwa mu buryo bw'ibigereranyo n'ibimenyetso, ibintu vya nyuma urusengero n'umurwa wera bishobora gusigura ishengero bushengero rigaragara umuntu ashobora gukorako na Yerusalemu wo mw'isi. Nimba Yohana yashatse kuvuga kuri ivyo, yari gushobora kurondera ibigereranyo vyo kwerekana insiguro yiwe atarinze guca mu mvugo nk'izo zigoye gutahura." (Caird 1966: 131)

b. *Urusengero nk'imvugo ifobetse, ngereranyo.* Amajambo *"Urusengero rw'Imana"* aboneka incuro cumi n'imwe mw'Isezerano Risha (**Mat 26:61; 1 Kor 3:16, 17a, 17b; 2 Kor 6:16a, 16b; 2 Tes 2:4; Ivyah 3:12; 7:15; 11:1, 19**). Igihe cose ayo majambo akoreshwa aba avuga kw'Ishengero.[17] Kubw'ivyo, "ishengero" ritahurwa neza nk'ikigereranyo c'ishengero. Hejuru y'ivyo, hariho ibituma vyinshi vyiza mu vy'imenyeshamana no mu vyatumye ivyo vyandikwa muri ico gitabu c'Ivhahishuriwe Yohana ubwaco vyerekena igituma "ishengero" ryo mu **Ivyah 11:1-2** ridashobora kuba risigura inyubakwa igaragara, yamara risigura abagize ishengero, abantu.

Ubwa mbere, ijambo ryo mu Kigiriki "ishengero" ngaha ni *naos*. *Naos* ntiryigera rifatira ku nyubakwa, kw'ishengero rigaragara ryo mw'isi ahandi hantu na hamwe mu Ivyahishuwe. Mu Ivyahishuwe, *naos* havuga kumbure kw'ishengero ryo mw'ijuru ririho (**Ivyah 7:15; 11:19; 14:15, 17; 15:5-6, 8; 16;1, 17**) canke kuri Yerusalemu Nsha yo muri kazoza aho

[17] Muri **Mat 26:61** ico Yesu yafatiyeko kumbure rwari urusengero rw'umubiri wiwe bwite (raba **Yoh 2:19-21**) (Nixon 1970:848). Nimba ico yafatiyeko rwari urusengero rwubatse rwari ruriho ico gihe, cari "icijiji, ikigereranyo, ishusho" igaragara canke icijiji ca Kristo n'abantu biwe nk'ishengero ry'ukuri, nyakuri (Beale 2004: 275-76).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Imana na wa Mwagazi ari bo shengero (**Ivyah 3:12; 21:22**). Mu **Ivyah 3:12** isezerano ku bera bazonesha ni uko bazogirwa *"inking yo mu rusengero rw'Imana yanje."* Kubera yuko abanesha basezeraniwe kuzoba abagize urusengero rw'Imana, ntibitangaje yuko ukugereranywa n'urusengero kwemezwa mu **Ivyah 11:1-2** mbere n'igihe bakiri mw'isi.[18]

Ubwa kabiri, imvugo ngereranyo yo mu **Ivyah 11:1-2** hamwe no gushushanywa n'"urusengero" n'ishengero birashimikirwako nuko yohana yabariwe "kugera, gupima" si urusengero gusa n'igicaniro yamara kandi yabariwe no kugera "*abarusengera mwo"*. "kugera" urusengero bikomoka muri **Ezek 40:2-5; Zek 2:1-5**. Muri Bibiliya yose, "kugera" si igikorwa gisanzwe co kugereranya no kumenya ubwaguke bw'ikintu yamara gufise insiguro yo mu kwigisha imenyeshamana. "Kugera bigaragaza iciyumviro co kuzigama atari ico gusambura no gusangangura. . . . Igihe rero Imana igera, igera idafise isoni, yamara ico igera gishobora kuba gifise insiguro yerekana icubahiro n'ubwiza bw'aho iba, igerereye." (Milligan 1896: 169)[19] Imana ntirajwe ishinga no gukingira inyubako zigaragara, kubera yuko *"Isumba vyose ntiba mu zubakishijwe amaboko"* (**Ivyak 7:48**). Ahubwo, irajwe ishinga no kurinda hamwe no gukingira abantu bayoishengero, ari yo ngoro yayo (raba **1 Kor 3:9, 16-17; 2 Kor 6:16-7:1; Ef 2:21; 1 Pet 2:5; Ivyah 3:12**; raba kandi **Ivyah 13:6**).

Ubwa gatatu, **Ivyah 13:6** hagereranya ingoro n'ishengero mu kutubarira yuko igikoko kirogota *"Izina ry'(Imana) n'ihema ryayo ni ukuvuga ababa mw'ijuru."* Ni co gituma, kuri **13:6** "ihema" no "ku baba mw'ijuru" binganishwa, nk'uko "urusengero" n'abantu b'Imana binganishwa kuri **11:1**.[20] Ukwo kubona ibintu muri ubwo buryo bwungirizwa n'uko "amezi mirongo ine n'abiri" n' "imisi 1260" bivugwa mu **Ivyah 11:1-2**, birabiwe mu vyariko biraba ico gihe mu gitabu cose c' Ivyahishuwe, ni ibivugwa ku guhamwa, n'ukurindwa kw'abantu b'imana hamwe n'ukurindwa kw'ishengero.

c. *Umurwa wera nk'imvugo ngereranyo.* Yerusalemu hiswe "umurwa wera" mw'Isezerano rya kera hamwe no mu gihe c'igikorwa ca Yesu kw'isi (uburorero, **Neh 11:1, 18; Yes 48:2; Mat 4:5; 27:53**). Yamara, inyuma y'izuka rya Yesu hamwe n'iyurira mw'ijuru ryiwe Yerusalemu ntihabaye hacitwa "umurwa wera." Mu Ivyahishuwe, "umurwa wera" ukoreshwa incuro zine gusa: ngaha, hamwe na **21:2, 10; 22:19** aho hafatira kuri Yerusalemu Nsha, hanganishwa n'abacunguwe, umugeni wa Yesu Kristo, ishengero. Ibi bisomwa vyinshi bigenda vyinjiranamwo bikuraho amakosa y'abavuga ko ibintu "bitegerezwa kuba ari uko vyanditswe nyene" igihe umuntu ariko arasigira igitabu canke igisomwa kivuga ku gihe c'iherezo nk' Ivyahishuwe kandi bigashira umuco ku nsiguro y'ibimenyetso Yohana akoresha. Kistemaker aheraheza avuga ati, "umurwa wera ni Yerusalemu wo muri mpwemu w'abera" (Kistemaker 2000: 437).

d. *Intangaro y'urusengero. "Intangaro y'urusengero"* imatanye n'*"umurwa wera"* kuri **11:2**. Ni co gituma, ibivugwaku bijanye n'*"umurwa wera"* ni na vyo bivugwa ku *"ntangaro y'urusengero."* Benshi babona *"intangaro iri hanze y'urusengero"* nk'aho bishaka kuvuga ku bantu berekana inyuma ku mubiri ko ari abo mw'ishengero yamara atari abizera b'ukuri (Hendriksen 1982: 127; Milligan 1896: 174-75; Reader 1982: 411). Yamara, "muri ibi bikurikira ku gice ca 11 nta na hamwe handitswe ku kizira c'ubuyobe , ku batizera canke ku bivanga, yamara handitswe gusa itandukaniro ry'abashingira intahe nyakuri Imana n'ababahama" (Beale 1999: 560). Ni co gituma, "intangaro y'urusengero" itandukanya "ibiri

---

[18] Naha nyene abizera, nubwo bakiri mw'isi, kw'isi, bavugwa yuko "bazuranywe na we" "bicarikanwa na we ahantu ho mw'ijuru", bicarikanwa na Kristo "ahantu ho mw'ijuru" (**Ef 2:6**). Ikindi, Kristo mw'ijuru, ashushanywa, afatanya n'abantu biwe bo kw'isi kugeza yaho yabariye Sauli w'i Taruso ati , "Sauli, Sauli, *Umpigira* iki?" (**Ivyak 9:4**).

[19] "kugera urusengero, gupima urusengero nk'ukuziguriza" ni ikindi gituma kumbure urusengero rwari rwubatswe mu kinjana ca mbere canke urusengero rwavugwa mu gihe kizoza atari rwo rwavugwa ngaha, si co ciyumviro Yohana yari afise ngaha. Igituma tuvuga uko ni uko ku vyo Kristo yavugiye ku Musozi wa Elayono, yavuze kuri "ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera " gihagaze ahantu hera hamwe n'ugusenyurwa kw'urusengero, si ukurukinjisha kandi ko rwari aho Ubwiza bw'Imana buba, bushagaje, nk'uko bimeze hano (raba Reader 1982: 410). Urusengero rwo muri kazoza ntirushobora kuba ari co ciyumviro yari afise ngaha kubera yuko iyi yindi mpamvu yuko ivyo kwoba ari ukugarukana "icijiji" c'ivyakorwa mw'Isezerano rya Kera, ivyo na vyo Kristo akaba yarabishikije, akabivanaho, akabikuraho, maze akabisubirira (raba **Heb 4:14-5:10; 7:1-10:22**).

[20] Johnson abona yuko ikoreshwa ry'ayo majambo "ni ukuvuga" hagati "y'abo bagerereye mw'ijuru" n' "Ihema Ryiwe" ivyo bibiri biraringaniye, birangana kandi "bigaragaza neza indongoramvugo y'ururimi rw'Ikigiriki" (Johnson 2001: 166n.12).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

imbere, ivy'ukuri binyegejwe vy'ishengero nk'ubwami bw'abaherezi (raba 5:10) basenga Imana mu nyonga hayo bihereye ku biboneka inyuma, mu ntangaro y'urusengero uko rigaragaza rigashira ahabona uguhamwa kugirwa n'ubwami bw'amahanga" (raba Resseguie 2009: 161; Bauckham 1993a: 272). Mi co gituma, "intangaro y'urusengero" nta nkeka ko yerekana ivyo abantu bacamwo n'ivyo bakora bigaragara vy'ishengero ririko rirahamwa, mu buryo bunyuranye n'ibiba imbere mu mutima, amahoro n'umutekano mu vy'impwemu vy'ishengero ari vyo "vyagezwe, vyapimwe, vyasuzumwe" kandi bikarindwa n'Imana. Vyongeye, iki kigereranyo canke iyi mvugo ni ubundi buryo bw'ukubona ukuri kumwe mu yindi nzira, ishengero, dufatiye ku bindi vyiyumviro binyuranye (Resseguie 2009: 161).

Ukwo gufatira hamwe "intangaro y'urusengero" n'ukugene ibintu bimeze, mu buryo bugaragara bw'ishengero n'amarushwa ririko riracamwo, nk'aho binyranye n'ibiriko biraba imbere mu mutima, imbere mw'ishengero atari ku vyo tubonesha n'amaso, amahoro, umutekano mu vy'impwemu muri Kristo, biranywana n'ivyo Yohana avuga kw'ishengero mu Ivyahishuwe hose: ishengero rigera ikirenge mu ca Yesu Kristo; rirashobora guca mu mibabaro no gupfa rikanapfa mu buryo btaboneka n mu buryo bugaragara yamara rikanesha mu buryo b'impwemu kandi ibihe bidashira: "co kimwe n'ikimenyetso cashizwe mu ruhanga rw'abasavyi b'Imana, ukugerwa kw'urusengero ni ikimenyetso c'amahoro n'umutekano w'imbere mu mutima ku ngorane z' akaga k'ivy'impwemu. Yamara amategeko umumarayika yahawe ni ukureka intangaro y'urusengero uko iri, idakingiwe kuko Imana idaha amahoro n'umutekano ishengero, yamara yemera ko rica mu mibabaro mbere n'urupfu na rwo. Ni integuro n'ubugombe bw'Imana ko bategerezwa kuba bameze nk'abandi inyuma ku mubiri kandi ko bahangana n'ububisha bw'abansi babo, bakarindirwa mu kwizera kwabo gusa kuri mu Mwami wabo yishwe, yabambwe, akazuka. Ikintu conyene yabasezeraniye, akabemerera ni uko abamushingira intahe bazoba bafise uburenganzira bwo kuvugishwa, kuko kuvugishwa bisigura gupfa urupfu rw'abamaratiri nk'urwapfuye Sitefano." (Caird 1966: 132)

Iki ciyumviro n'ukwo kubona ibintu muri ubwo buryo birajanye n'ishusho y'ishengero ryo mu Ivyahishuwe nk'"umurwa wera": muri iki "gihe" ishengero ririko "riragerwa, rirapimwa" (mu yandi majambo, rirazwi kandi rirarindwa n'Imana mu buryo bw'impwemu), yamara "intangaro yaryo (urusengero)" ntigerwa, ntipimwa, kandi ni ko biri no ku "murwa wera" "*uzohonyangwa amazi mirongwine n'abiri"* (mu yandi majambo, muri "iki gihe cose" ishengero, n'ubwo ririnzwe, rikazigamwa mu vy'impwemu, ririko riraca mu mibabaro no mu guhamwa mw'isi). Igihe Yesu azogarukira *parousia* maze akima ingoma yiwe mu "gihe kizoza," yamara, "umurwa wera" wo "waragezwe, warapimwe" wose ata na hamwe hasigaye (**Ivyah 21:15-17**). Mu yandi majambo, mu gihe azoba yimye ingoma yiwe, ishengero ntirizoba rizwi kandi rizigamwe gusa mu buryo bw'impwemu ariko kandi ico gihe ntirizoba rigihamwa na gato mu buryo bugaragara, ntirizoba rikigirirwa nabi na Satani. Ukwo kugenda kubangabanganye kwerekana ikindi ciyumviro c'akamere k' "bija biriho, yamara kandi bitarashika" k'ubwami. Ishusho y'Ivyahishuwe irasa n'ivyo tubona vy'Ishengero ryo mw'Isezerano Risha. Gufata ibigereranyo nk'ivyo nk' "ishengero", "umurwa wera" hamwe "n'intangaro y'urusengero" nk'ibintu bigaragara, canke inzego zigaragara canke nko kubitandukanya n'Abayuda bizera, n'abatizera, vy'ukuri vyokwonona imigenderanire yinjiranamwo y'ibigereranyo vy' Ivyahishuwe ubwavyo hamwe n'ubusa bw' Ivyahishuwe n'ibisigaye vyo mw'Isezerano Risha.

9. <u>Abantu babiri bashingiye intahe Imana (**Ivyah 11:3-12**).</u> Co kimwe n'ibindi bigereranyo vyo muri ico gitabu, "abantu babiri bashingiye intahe Imana" basiguwe mu buryo bwinshi butandukanye (raba Strand 1981: 127n.3). Yamara, hariho ibintu bibiri bikomeye dushobora kwisunga mu gutanga insiguro y'abo bantu babiri bavugwa: (1) abarabira kuri ivyo vyanditswe nyene babona "abo bantu babiri bashingiye intahe Imana" nk'abantu babiri nyene, kumbure: Eliya na Mose bihinduye bakaza mu bundi buryo, mu yindi shusho [babaye] intumwa z'Imana zizoserukira Abakristo b'Ikibano c'Abayuda ku mpera y'isi" (Pate 1998: 169); canke na ho "abantu babiri bo mu gihe c'iherezo bazorungikwa muri Isirayeli kugira ngo bashikane ukwihana kwabo" (Ladd 1972: 154). (2) Iciyumviro ciza cerekana "abo bantu babiri bashingiye intahe Imana" nk'ikigereranyoc'ishengero ryose, cane cane mu gikorwa caryo nk'icabona cizigiwe (Hendriksen 1982: 129; Payne 1980: 617; Beale 1999: 573; Johnson 2001: 171). Ibituma ivyo vyabona bibiri bibonwa yuko ari ishengero ni ibi bikurikira:

a. *Ikigereranyo cinyegeje inyuma y'abashingira intahe Imana babiri kirafise insiguro irengeye ukuvuga abavugishwa n'Imana Mose na Eliya.* **Ivyah 11:6** nta nkeka ko havuga kuri Eliya

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(raba **1 Abam 17:1**) na Mose (raba **Kuv 7:14-12:32**). Yamara, gufatira ku "biti bibiri vy'imyelayo n'ibiterekwakw amatara bibiri" (**11:4**) nta nkeka ko hasa no muri **Zek 4:1-14**. Ukuvuga ku "muriro uva mu kanwa kabo maze ukarigata abansi babo" (**11:5**) na ho hasa cane no muri **Yer 5:14**. Ukuzuka kw'abo bashiniye intahe Imana babiri (**11:11**)—"impwemu y'ubugingo ibazamwo" maze "bahagarara ku maguro yabo"—hafatiwe muri **Ezek 37:5, 10**. Ko ivyo bigereranyo vyisunzwe n'abo bavugigishwa n'Imana canke abashigira intahe Imana babiri mu **Ivyah 11:3-11** barengeye Mose na Eliya vyerekana yuko abo bashingiye intahe Imana babiri ubwabo barengeye Mose na Eliya (canke abantu buntu nka Mose na Eliya).

b. *Ibigenga Mose n'ibigenga Eliya bikoresherezwa hamwe.* Nubwo igikorwa n'uruhara rw'ishengero nk'icabona kuri **11:3-12** hafatira icitegererezo kuri Mose na Eliya, ivyo "vyabona bibiri, canke abo bantu babiri bashingiye intahe Imana" "ntibakora nk'abantu babiri, yamara bakora nk'umuntu umwe—igihe cose bakorera mu bumwe kandi bahuje inama n'umutima" (Strand 1981: 130; raba kandi Beale 1999: 575 ["Ko abo bavugishwa n'Imana atari abantu babiri bigaragarira mu kugene ububasha bwa Mose na Eliya bose bwahawe ivyo vyabona bibiri mu buryo bungana, kandi ku butagabanganijwe hagati yabo"]). Nk'akarorero, **11:5** havuga yuko "umuriro ubava mu kanwa." Amajambo nk'ayo ntashobora kuba asigura "umuriro buriro" kandi ico conyene kirahagije mu kwerekana yuko abo atari abantu buntu. Ikindi, ijambo "akanwa" riri mu rudende. Co kimwe no kuri, **11:8** na ho havuga ku "muvyimba wabo," si ku "mibiri." Nubwo benshi mu basobanuye Bibiliya bavuga "imivyimba," mu Kigiriki ni mu rudende. Ni co gituma, ivyo "vyabona bibiri" bifatwa nk'ikintu kimwe yamara ntibafatwa nk'abantu buntu babiri.

c. *Iciyumviro c'"abashingiye intahe Imana babiri canke ivyabona bibiri" mu gitabu cose c'Ivyahishuwe.* "Igitabu c'Ivyahishuwe gishira uruhara runini ku 'vyabona bibiri' bigize urunani n'ubumwe mu gikorwa cabo gikomoka mw'ijuru—mu yandi majambo, 'ijambo ry'Imana' n''ugushinga intahe kwa Yesu Kristo'" (Strand 1981: 134; raba **Ivyah 1:2, 9; 6:9; 20:4;** gereranya **12:17; 14:12**). Ni co gituma, nk'uko Andrew Steinmann abivuga, "ukwo gushushanya kw'ivyo vyabona bibiri bikorera hamwe n'abera bigaragaza yuko ivyo vyabona bibiri mu vyabaye mu kiringo ca gatatu c'uwavuza inzamba agira gatandatu vyategerezwa gutahurwa nk'ikoraniro ry'abera, ishengero" (Steinmann 1992: 75).

d. *Ivyabona bibiri ni "ibiti vy'imyelayo bibiri n'ibiterekwako amatara bibiri" (**Ivyah 11:4**).* Muri **Zek 4:12-14**, aho ico kigereranyo cabuwe, cakomotse, ivyo biti vy'imyelayo bibiri bifatwa ko ari *"ba bantu babiri barobanuzwa amavuta bahagararanye n'Umwami w'isi yose."* Muri Zekariya, "abo bantu babiri barobanujwe amavuta ni Yosuwa na Zerubabeli, bakoze nk'abaherezi bakuru kandi bakora nk'abategezi bakooka mu nda y'ingoma. Mu nyuma, abo bategetsi babiri bazobonekera hamwe muri Mesiya azofatanya igikorwa c'ubuherezi n'ukuba umwami ([Zek] 6:13; Zab 110:4; Heb 7)." (Yilpet 2006: 1081)

Ico kigereranyo kirabandanywa mu Ivyahishuwe. **Ivyah 1:6; 5:10; 20:4, 6** herekana ishengero nk'ubwami bw'abaherezi bazoganza bari kumwe na Kristo (raba kandi **1 Pet 2:9**). "Ibiterekwa kw'amatara" mbere vyabonetse yuko ari amashengero ndwi (**1:12, 20; 2:1**). Kubera yuko ivyo biterekwako amatara ndwi ari amashengero ni ko biri no kuri ivyo biterekwa ko amatara bibiri. Dufatiye kw'itandukaniro riri hagati ya "ndwi" na "bibiri" Bauckham agerageza gushira hamwe ingene Yohana yakoresheje ico kigereranyo: "Nimba ibiterekwako amatata ndwi bihagarariye amashengero yose, kubera yuko igiharuro ndwi gihagarariye ubwuzure bwose, ikintu gikwiye ataco gihajije, ibiterekwako amatara bibiri bihagarariye ishengero mu gikorwa caryo co gushinga intahe, dufatiye ku bisabwa bizwi neza vya Bibiliya vyo kwerekana ibimenyetso vyemerwa n'ugushinga intahe kw'ivyabona bibiri (Guh 35:30; Gus 17:6; 19:15; raba. Mat 18:16; Yoh 5:31; 8:17; 15:26-27; Ivyak 5:32; 2 Kor 13:1; Heb 10:28; 1 Tim 5:19). Ntibagize ishengero, yamara ishengero ryose uko rikora, ryuzuza igikorwa caryo nk'icabona co kwizerwa, kwizigirwa." (Bauckham 1993a: 274)

e. *Abo bashingira intahe Imana bazovugishwa imyaka 3½ (imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu) (**Ivyah 11:3**).* Nkuko twaja twarabihanahanyeko iciyumviro, ukuvugishwa kurimwo ibintu vyinshi, kwanditswe mu buryo bunyuranye kandi kugizwe n'amajambo y'inege. Yohana akoresha ubwo buhinga nyene mu gitabu cose c'Ivyahishuriwe Yohana. Abashingira intahe Imana babiri bavugishijwe imyaka itatu n'igice (**11:3**), uwo mwanya nyene ungana n'igihe "umurwa wera" uzohonyangwa uzosiribangwa (amezi mirongo ine n'abiri) (**11:2**), "umugore" ni ubugararwa (**12:6, 14**), kandi kirogota ku Mana, kirogota no kw'izina ryayo, no

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

kw'ihema ryayo, no ku "baba mw'ijuru", no kubarwanya hamwe no kubanesha (**13:6**). Ivyo bisomwa vyose ni ibigereranyo vy'ishengero ryose. Ivyo vyerekanwa n'ikiringo c'imyaka itatu n'igice. "ikiringo c'imyaka itatu n'igice gifatiye kuri Dan. 7:25; 12:7, 11 (kumbure no kuri Dan. 9:27), aho havugishwa ku gihe c'uguhamwa kw'Abisirayeli nk'*ihanga.*" (Beale 1999: 574) **Ivyah 11:3** ntihahushanya n'ivyo. Ni ikindi kigereranyo kizana agatandukaniro gatoya k'ishengero nka Isirayeli y'ukuri. Ikindi, kubera yuko imyaka itatu n'igice atari ikiringo c'imyaka itatu n'igice mu buryo bwo guharura amasaha n'imisi yamara ari imvugo ngereranyo ihera ku rupfu rwa Yesu n'ukuzuka kwiwe gushika kuri *parousia* (Kistemaker 2000: 438; Johnson 2001: 189; Beale na McDonough 2007: 1119; Resseguie 2009: 30-31), "Abashingira intahe Imana babiri" ntibashobora kuba ari abantu buntu babiri.

f. *Igikoko "kizobarwanya" (**Ivyah 11:7-10**).* Nta muntu *"arwanya"* abantu ataco bahuriyeko. Igikoko "kirwanya" abo bantu babiri bashingira intahe Imana no "guhabwa kubanesha" bifatiye kuri **Dan 7:21**, aho ihembe ry'igikoko kigira kane kivugwa muri Daniyeli "carwanije" abera kandi kigahabwa "kubanesha". Dufatiye ku vyariko biraba mu gihe ca Daniyeli canke ku co yafatiyeko, intambara ntiyari yibasiye abantu yamara yari yibasiye abantu b'Imana bose (**Dan 7:18, 22-27**).

**Ivyah 11:8** na ho nyene hatubarira yuko, bamaze kwicwa, imivyimba yabo izogangarara mw'ibarabara ryo mu "gisagara kinini." Ahandi hose havugwa ko "igisagara kinini" mu Ivyahishuriwe Yohana ni kuri "maraya, Babuloni ca gisagara gihambaye" (**Ivyah 16:19; 17:18; 18:10, 16, 18, 19, 21**). Nkuko bivugwa kuri **11:8-9**, "igisagara gihambaye kigizwe n'ababa mw'isi bose, bakumvira ca gikoko" (Johnson 2001: 173). Ni co gituma, "Babuloni igisagara kinini, gihambaye" si igisagara kimwe gusa yamara ni idini rinini ry'isi yose n'abantu bose hamwe n'umuco n'ubutunzi bwaco, canke ishirahamwe, ikintu rigwanya Imana na kristo. Ku bw'ivyo, "abantu babiri bashingiye intahe Imana" na bo nyene ni abantu baserukiye idini rinini ry'isi yose n'abantu bose hamwe n'umuco n'ubutunzi bwabo, ari ryo shengero.

Ikindi, **Ivyah 11:7, 9-10** ni ahantu habangabanganywe mu buryo bugaragara na **13:1-2, 7-8**:

| | |
|---|---|
| **11:7, 9-10**: *"Igikoko kizoduga kivuye i kuzimu, kizobarwanya, kibaneshe, kibice. . . Kandi abo mo moko n'imiryango n'indimi n'amahanga bazoraba imivyimba yabo . . . Abari mw'isi bazonezerwa"* | **13:1-2, 7-8**: *"Ca gisato kigiha ububasha bwaco* [mu yandi majambo, igikoko kiduga kivuye mu kiyaga, **13:1-2**] *gihabwa kurwanya abera no kubanesha, kandi gihabwa gutwara imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose n'amahanga yose. AKandi ababa kw'isi bose bazogisenga"* |

"Igikoko" kiduga kivuye i kuzimu ni co "gikoko" nyene kiduga kivuye mu kiyaga. *"imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose n'amahanga yose"* y'abo bazonezerererwa urupfu rw'abo bantu babiri bashingiye intshe Imana n'abo basenga ico gikoko ni bamwe; ni abarwanya ishengero ryacunguwe rivuye mu *miryango yose n'amoko yose n'indimi zose n'amahanga yose"* (**Ivyah 5:9; 7:9**). "Ababa kw'isi" bishinze kurwanya ishengero ryose. Indunduro ni uko badashobora gukinjishwa, batgerezwa kwimbura ivyo bateye: **Ivyah 11:7, 9-10** ni ahantu habangabanganye havuga ivyo nyene nk'ivyavuzwe muri **Ivyah 13:1-2, 7-8**.[21] Ivyo na vyo nyene bituma dufata umwanzuro yuko "abantu babiri bashingiye intahe Imana" bo mu **Ivyah 11:3-12** ari ikigereranyo c'ishengero rimwe mw'isi yose.

---

[21] Hariho akantu iki kigereranyo cisangije ngaha. **Ivyah 11:7-13** haboneka ko hafatiye ku bintu bizobaho, bizoshika ku muhero w'isi. Nk'uko vyari vyavuzwe mu kigabane c'aho hejuru "Ibiringo vyafatiweko mu Ivyahishuwe," amezi 42 (**Ivyah 11:2**) n'imisi 1260 (**Ivyah 11:3**) bifatira ku kiringo cose ugushingira intahe ijambo ry'Imana kw'ishengero kwatanguranye n'Ukuzuka kwa Kristo hamwe n'Iyurira ryiwe mw'Ijuru. **Ivyah 11:7**, yamara, hafatira ku bintu "igihe bazoba bamaze guheraheza gushingira intahe ijambo ry'Imana." "imisi itatu n'igice c'umusi" (**11:9, 11**) hanyuranije n'imisi 1260, kandi ico gice giherana na *parousia*. Nubwo **Ivyah 13:7** hashobora kuba hafise ico havuga kidasanzwe ku kiringo co mu gihe c'iherezo, amahame yavuuzwe muri ico gice akoreshwa mu bihe vyose guhera ku kuzuka kwa Kristo no ku Kuduga mw'ijuru kwiwe. Nk'uko tuzobibona mu kigabane ca **VII.G.**, "ibikoko" vyo mu **Ivyahishuwe 13** bihagarariye amareta arwanya Abakristo, ibibano bizirana n'abakristo, hamwe n'imico yatanguranye na Roma ya Kera yamara yabayeho mu bihe vyose isi yabayeho. Ivyo bigaragarira kuri **Ivyah 13:5** havuga yuko *"gihabwa [igikoko] ubushobozi bwo gushishikara amezi 42."* **Ivyah 13:7**, mu buryo bunyuranye no mu **Ivyah 11:7**, ntihavuga neza yuko *"kurwanya abera"* vyabaye hamaze guhera ibintu kanaka, kandi ukuvuga ivyo bikorwa vy'igikoko mu **Ivyahishuwe 13** ntiguhera havuzwe ivyerekeranye na *parousia*. Ni co gituma, mu vy'ukuri, igikoko *camye ibihe vyose* kirwanya abera, nubwo iyo ntambara izokwongerekana mu gihe c'iherezo.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

g. *Ukuzuka kw'abo bantu babiri bashingiye intahe Imana (**Ivyah 11:11-13**).* Ukwo kuntu vyavuzwe kwabuwe muri **Ezek 37:5, 10.** Hariho ivyiyumviro bibiri ku bijanye n'ukuzuka n'ukuduzwa mw'ijuru kw'abo "bantu babiri bashingiye intahe Imana": ni ikigereranyo c'uguhorwa kw'ishengero canke na ho ukuvuga ukuzuka nyezina kw'abizera bari barapfuye (basinziriye) *parousia*. Beale we ashigikira ico ciyumviro ca mbere: "Ukuduga mw'ijuru kw'ivyabona mu buryo ngereranyo kwemeza ugucungurwa n'agakiza hamwe n'uguhora kw'Imana kw'abantu bayo kwa nyuma kuzoba mu gihe c'iherezo. Uku gutahura mu buryo bw'ikigereranyo bushigikirwa n'ubuhanuzi buvugwa muri Ezekiyeli bukoresha ukuzuka mu buryo bw'ikigereranyo kugira ngo ashikirize iciyumviro co kuzosubiza ibintu mu buryo vya Isirayeli ivuye mu kinyago. . . . Yohana akoresha amajambo ya Ezekiyeli kw'ishengero ryasubijwe agateka kubera yuko abona abanywanyi baryo babohotse ku rugendo rwabo rwo mw'isi rwo kujabukanwa nk'inyagano hamwe n'imibabaro barimwo. Ibi bigaragaza yuko aria bantu b'ukuri b'Imana (gereranya na Ezek. 37:12-13)." (Beale 1999: 597)

ku rundi ruhande, izuka rishobora kuba ari izuka nyene nk'uko rivugwa hamwe n'ukunyakurwa kw'ishengero mu gihe c'igaruka rya Yesu Kristo. **Ezek 37:5, 10** ni igice kigize ubuhanuzi bwa Ezekiyeli bwerekeranye n'amagufa yumye caho, muri iryo yerekwa, yabonye bongera kuba bazima, bagarukanwamwo ubuhgingo. Ico kigereranyo nta nkeka cerekana iciyumviro c'izuka si uguhora kwonyene. Nimba **Ivyah 11:12** hasigura uguhora canke ukuzuka mu buryo bugaragara ni ivyo igihe gito, kubera yuko uguhora kwa nyuma kurimwo ukuzuka n'*ibinyuranye n'ivyo*.

Ikindi, iki gisomwa kibangabanganye n' **Ivyahishuwe 20**. *"Imisi itatu n'igice"* (**Ivyah 11:11**) vy'intsinzi y'igikoko ku "bantu babiri bashingiye intahe Imana" bijanye "n'akanya gato" kahawe Satani ko *"kuzimiza amahanga"* hamwe no kurwanya abera bo mw'isi bose (**Ivyah 20:3, 7-9**). Mu **Ivyah 20:9-10**, Satani n'abakozi biwe bose baraneshwa, barasangangurwa mu gihe ca *parousia*, aho ukuzuka n'ugucirwakw iteka bizobera (**Ivyah 20:11-15**). Ukwo gushusha kandi kubonekera ngaha mu kugene izuka ryabaye *"muri iyo saha, canke muri ako kanya"* igihe habaho *"ugutigita kw'isi guhambaye"* (**11:13**). "Isaha" yerekana Ukugaruka kwa Yesu Kristo n'uguca imanza (raba **Ivyah 3:3; 14:7, 15**). "Ugutigita kw'isi" vyongeye ni ikndi kintu cerekana *parousia* n'urubanza canke uguca amateka kw'Imana kw'isi (raba ico twabivuzeko hariya hejuru ku kigabane ca **V.F.** ***Uko vyubatse: bigenda bibangabanganye, bidakwirikirana uko nyene***).

10.<u>"Umugore" n' "abana biwe" (**Ivyah 12:1-17**).</u> Nk'uko vyaja vyavuzwe kare muri iki gice, **Ivyahishuwe 12** ni igice ngenderwako muri ico gitabu, ni igice co hagati na hagati muri iki gitabu. Cegeranya kahise k'ishengero n'ukutumvikana kwaryo na Satani gutangurana n'imiburiburi n'ukuza kwa mbere kwa Kristo nimba bitatanguye kera imbere y'uko aza. Ikigereranyo c'uwo mugore muri **12:1** gikomoka mw' **Ita 37:9**. "Ikintu nyamukuru c'uwo mugore wo mw'ijuru ni uko ari nyina wa Mesiya (umurongo wa 2). Abasobanuzi bamwe bibaza yuko yoba ari Mariya, nyina w'Umwami; abandi bibaza ko ari Isirayeli, abantu bavyaye Mesiya. N'ukuri yuko Yesaya 66:7 hagereranywa na Siyoni nk'aho yoba ari mu bise vy'ukuvyara Isirayeli nsha yacunguwe (raba Yes. 26:17; Mik. 4:10); yamara uwo mugore akomoka mw'ijuru ni nyina wa bose Mesiya n'ishengero ryiwe nyakuri kw'isi ('uruvyaro rwiwe,' umurongo 17). Ni co gituma, vyoroshe gutahura uwo mugore mu buryo bwagutse nka *Siyoni*, abaserukira abantu b'Imana b'ijuru (Yes 54:1; 66:7-9)." (Ladd 1972: 167; raba kandi Beale 1999: 630; Carson 2011: 19-20)

Umugore *"avyara umuhungu"* (**12:5**), nta nkeka ni Kristo. Igisato (Satani, **12:9**) *"kija kuzimiza no kurwanya abasigaye bo mu bana biwe,"* bavugwa neza ko ari abo *"bitondera ivyagezwe n'Imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe"* (**12:17**). Iryo nta kindi atari ishengero, kubera yuko abakristo bonyene nibo bahwanye n'ivyo bivugwa.[22]

11. <u>Iyimbura (**Ivyah 14:15-16**).</u> Ukwegeraniriza hamwe inzabibu zo ku muzabibu w'isi zitererwa mu bwato bunini bw'ukuraka kw'Imana (**Ivyah 14:17-20**) nta nkeka ko havuga ku gucira imanza abatubaha Imana ku muhero w'isi.[23] Bamwe babona ukwegeraniriza hamwe ivyimburwa (**Ivyah 14:15-16**) nk'aho

[22] Aka ni akandi karorero k'ugukoresha ibigenenetso bibiri bitandukanye vyo mu gihe c'iherezo yamara bivuga ikintu kimwe. Ikibano ca Mesiya, abantu ba Mesiya, Isirayeli y'ukuri, Siyoni y'ukuri (mu yandi majambo, Isezerano rya Kera n'isezerano Risha ry'ishengero ryose) ni ho rivugwa ubwa mbere nk'umugore, maze mu nyuma (n'imiburiburi mw' ishengero risha ry'Isezerano) rivugwa nk'aho ari "abana" bwite."

[23] Ikigereranyo canke ishusho nk'iyo y'amateka y'Imana ikomoka muri **Yes 63:1-6; Gucura Intimba 1:15**; raba kandi **Ivyah 19:15**.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bihagarariye iyindi nkuru y'uguca imanza zimwe z'abatizera kugira ngo ashimikire "ku bukana n'akamere katavuzwe k'igihano" (Beale 1999: 774-75). Ku rundi ruhande, abanda na bo (kumbure iciyumviro ciza kurusha ico kindi) kivuga yuko ukwegeraniriza hamwe imbuto ari ugucungurwa kw'abizera Imana (ishengero), mu buryo bunyuranye n'ugucira imanza abatizera kubera izi mpamvu zikwirikira:

- Nk'uko bafatiye kuri vino mu **Ivyah 14:8, 10** habanziraza imvugo y'"inzabibu ziganirwa mu bwato" yo kuri **14:19-20**, kugira ngo "imishuzo" yo kuri **14:4** ibanziriza imvugo ngereranyo y'iyimbura ry'inzabibu zirungurije ryo uri **14:15-16**.
- Iyimbura ry'inzabibu zirungurije riba mu kiringo kimwe gusa: kwimbura (nta kugana canke kugosora kuvugwa ko kuriho); ni co gituma, bitabangabanganye no kwimbura imizabibu bizoba mu biringo vyinshi: kwegeranya, guta bimwe, no kubihonyanga.
- Kubijanye n'ugushika mu bihe vy'iherezo, kwimbura mw'Isezerano Risha igihe cose ni ikigereranyo ciza c'ukuzana abantu mu bwami bw'Imana (**Mrk 4:29; Yoh 4:35-38**), si ugucira imanza abatumvira Imana (Bauckham 1993a: 290-96; Johnson 2001: 209-12).

12. Abanesheje ca gikoko (**Ivyah 15:2-4**). Ibi bintu bigaragaza abatabarutse "banesheje" bo mw'ishengero ryavuzwe na Kristo mu **Ivyah 2:7, 11, 17, 26; 3:5, 12, 21**. Aho ivyo bibera hamwe n'ico kigereranyo hafatanywa n'ibiba mu **Ivyah 4:6** (*"ikiyaga c'ibirahuri"*) na **5:9** (indirimbo ihimbaza ishira hejuru Umwagazi w'Imana). Ivyo bishingiye ku ciyumviro c'ukunesha kw'ishengero ubu riri mw'ijuru.

"Uguhagarara" kw'abera kwerekana ukuzuka. Irivuga rivuga "guahagarara" rikoreshwa ngaha kuri (*histēmi*) intirikoreshwa mu bisanzwe ku kuzuka.[24] Yamara, rikoreshwa ku *"guhagarara I buryo bw'Imana"* muri **Ivyak 7:55-56**, ku Mwagazi w'Imana uhagaze mu **Ivyah 5:6**, kw'ishengero ryinshi ritoharurika rihagaze imbere y'intebe y'Imana muri **Ivyah 7:9**, kandi na ba bantu babiri "bashingiye intahe Imana bahagaze". Mu **Ivyah 11:11** inyuma yuko bamaze gupfa imisi itatu n'igice. Ukwo gukoresha ayo majambo *histēmi* nta nkeka ko vyerekana intsinzi n'uguhorwa nomba hatanarimwo ukuzuka (canke na ho intsinzi n'uguhorwa nk'uko *bigaragazwa* n'izuka).

Iryo shengero ryo mw'isi yose ryerekanwa n'indirimbo zaririmbwe. **Ivyah 15:3** ubwa mbere havuga ku "ndirimbo ya Mose," igaruka ku ndirimbo y'intsinzi yaririmbwe igihe bava muri Misiri, Egiputa (**Kuv 15:1-21**). Mu **Ivyah 15**, yamara, hariho itandukaniro, ubudasa. Milligan avuga yuko indirimbo yaririmbwe n'abatabarutse, abatsinze "atari indirimbo nk'iya Mose gusa, ikintu nyamukuru kigize ugutanga kw'Isezerano rya Kera; vyongeye ni *indirimbo y'Umwagazi w'Imana,* ikintu nyamukuru Isezerano Risha ryose ryenenako. Vyose ukugene bipanze, vyagenze mu vyiyumviro vy'uwavyeretswe, hamwe no mu gitigiri c'abariko bararirimba harimwo abera b'ibiringo vyose, abanywanyi b'ishengero rimwe rudende ry'isi yose." (Milligan 1896: 261)

13. "Abahamagawe, batoranijwe, bayobotse" (**Ivyah 17:14**). Ngaha, ishengero riravugwako neza, kubera yuko abantu bariko baravugwako ari *"abari kumwe na we [Umwagazi w'Imana]."* Icongeweko, bavugwa ko ari *"abahamagawe kandi batoranijwe [abarobanuwe] kandi bakayoboka, bakaba abizigirwa."* Ahandi hantu hose mw'Isezerano Risha, inyuma y'Izuka rya Yesu Kristo, igihe ayo majambo avugwa ku bantu, akoreshwa kugira ngo avuge Abakristo (Ishengero): "ryahamagawe" (**Rom 1:1, 6, 7; 8:28; 1 Kor 1:1, 2, 24; Yuda 1**); "abatoranijwe [abarobanuwe]" (**Mat 20:16; 22:14; 24:22, 24, 31; Mrk 13:20, 22, 27; Luka 18:7; Rom 8:33; 16:13; Kol 3:12; 2 Tim 2:10; Tito 1:1; 1 Pet 1:1; 2:4, 9; 2 Yohana 1, 13**); "Abizigirwa" (**Mat 24:45; 25:21, 23; Luka 12:42; Luka 16:10; 19:17; Yoh 20:27; Ivyak 10:45; 16:1, 15; 1 Kor 4:2, 17; 7:25; 2 Kor 6:15; Ef 1:1; 6:21; Kol 1:2, 7; 4:7, 9; 1 Tim 1:12; 3:1; 4:3, 10, 12; 5:16; 6:2; 2 Tim 2:2; Tito 1:6; 1 Pet 5:12; 3 Yohana 5; Ivyah 2:10, 13**).

14. "Bantu banje" (**Ivyah 18:4**). "Bantu banje" nta bandi atari abo bifatanije kandi ari abizigirwa ku Mwami (mu yandi majambo, ishengero). Impanuro ya Yohana yo *"kuva i we, mwa bantu banje"* ni akandi karorero k'uko afise ikindi gisomwa mu mutwe. Ivyo yavuze bikomoka muri **Yes 48:20; 52:11; Yer 50:8; 51:6, 9, 45**.[25] Muri ivyo bisomwa vyose, ico yafatiyeko cerekeye Babuloni igaragara. Ni co

[24] Ku rundi ruhande, *ansitēmi,* rikomoka muri *histēmi,* kenshi na kenshi rirakoreshwa ku kuzuka (raba **Mat 12:41-42; 17:9; 20:19; Mrk 8:31; 9:9-10, 31; 10:34; 12:23, 25; 16:9; Luka 9:8, 19; 11:31-32; 16:31; 18:33; 24:7; Yoh 6:39, 40, 44, 54; 11:23, 24; 20:9; Ivyak 2:24, 30, 32; 3:26; 13:33, 34; 17:3; 31; Rom 14:9; 1 Tes 4:14, 16**).

[25] Muri **2 Kor 6:16-17** Paulo na we nyene avuga mu yandi majambo **Yes 52:11** mu guhanura abizera ko bakwiye kuguma mu kutiyanduza. Muri ico gisomwa yongeye kwita ishengero *"ingoro, ishengero ry'Imana"* (raba **Ivyah 11:1, 19**). Kubera yuko 2 Kor canditswe nko mu mwaka wa 56 inyuma y'Ivuka rya Yesu, birashoboka ko Yohana yari azi aho hantu, yari azi ico gisomwa canke ico gitabu, ico cete Paulo yaja yaranditse. Tutabanje kwitaho ivyo, ikoresha rya Yohana *"ni muve muri bo mwitandukanye na bo"* vyerekana ivyakorwa n'intumwa vyo kurobanura ivyiyumviro nyamukuru vyo mw'Isezerano

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

gituma no ngaha, nk'uko vyari biri mu kugabisha kwari mu vyete vyandikiwe amashengero ndwi (**Ivyahishuwe 2-3**), uwu murongo "ubwirwa abakristo bagaragaje, bamaramaje gukurikira Yesu yamara bariko barakwegwakwegwa na Satani biciye mu bisukano vy'umwamikazi umusambanyi ko bakwiye guheba Yesu, bakamuvako" (Johnson 1981: 566-67).

15. "Umugeni" (**Ivyah 19:7-9; 21:2, 9; 22:17**). Nk' uko vyamye bigenda muri ico gitabu cose, mu igereranyo ciwe c'umugeni Yohana yafashe ikigereranyo co mw'Isezerano rya Kera kijanye no kuzosubiza Isirayeli ubwiza bwayo, uko yahoze iri (**Yes 49:18; 61:10; 62:5**), maze agikoresha kw'ishengero. Mu **Ivyah 21:9** Yerusalemu Nsha yerekanwa *"nk'umugeni"* n' *"umugore wa wa Mwagazi."* Yohana akora gurtyo kugira ngo yerekane kamere k'imigenderanire iri hagati ya Kristo n'abantu biwe. Ico kigereranyo cerekana urukundo n'ubucuti bw'iyo migenderanire: "Ibigenga uwo mugore nk'umugeni vyerekana iciyumviro c'ubusha, n'ubumote hamwe n'ukwerekana Yerusalemu nk'umugore yigora akaguma ari umwizigirwa kandi yama cane. Ni co gituma, mu kwerekana Yerusalemu Nsha nk'umugeni n'umugore, Yohana ariko aratubarira ubwiza bw'ico gisagara, bw'uwo murwa, hamwe n'ubucuti bukomeye n'ukugwira kw'imigenderanire iri hagati y'Imana n'abacunguwe mu gihe c'iherezo. Icongeweko, uguseruka, ukuboneka kw'imvugo isa n'iyo Kuri [**19:7, 9; 20:9; 22:17**] yerekana yuko iyo migenderanire ija yaratanguye mu kibano co muri kahise." (Deutsch 1987: 112-13)

a. *Umugeni wa Kristo atandukanye na maraya wo mw'isi.* Amajambo yo mu **Ivyah 17:1** na **21:9** arasa, arabangabanganye. Umugeni *"yahawe kwambara impuzu zera nziz, zikayangana, zitanduye, izo mpuzu zera nziza ni vyo bikorwa vy'ukugororoka kw'abera"* (**Ivyah 19:8**). "Nyina wa ba maraya" yambaye nka maraya, *"impuzu z'inyambarabami n'iz'agahama, yari yisakaye izahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'izahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe"* (**Ivyah 17:4; 18:16**). Umugeni ashirwa hejuru (**Ivyah 21:9-22:5**); maraya ararandurwa (**Ivyah 17:1-19:6**).

b. *"Amazimano y'ubukwe bw'Umwagazi w'Imana" bunyuranije n' "amazimano akomeye y'Imana".* Abatumiwe bose mu *"mazimano, mu bukwe bwa wa Mwagazi w'Imana"* ni *"abahirwe"* (**Ivyah 19:9**); mu *"mazimano akomeye y'Imana"* abo bose barwanya Kristo baricwa bararibwa n'ibisiga vyafunereje inyama zabo (**Ivyah 19:17-21**).

16. Ingabo (**Ivyah 19:14**). Hariho ivyiyumviro binyuranye ku vyerekeranye n'izo "ngabo" izo ari zo zo mu **Ivyah 19:14**. Ivyiyumviro bibiri bikomeye ni uko baserukiye abamarayika canke ko ari abizera bacunguwe (mu yandi majambo, ishengero, kumbure bakoranye n'abamarayika). Mu **Ivyah 12:7** abamarayikla barwanye intambara na ca gisato n'ingabo zaco. Ahandi na ho mw'Isezerano Risha, abamarayika bavugwa ko baherekeza Kristo muri *parousia* maze bakagira uruhara mu gushitsa iteka rya nyuma (raba **Mat 13:40-42; 16:27; 24:30-31; 25:31-32; Mrk 8:38; Luka 9:26; 2 Tes 1:7; Yuda 14-15**).

Iciyumviro ciza muri ivyo ni uko mu ngabo zo mw'ijuru zo mu **Ivyah 19:14** harimwo abera, atari abamarayika gusa. Ivyo tubibona mu kugereranya **Ivyah 19:13-15** n'igice gikomeye kibangabanganye na **Ivyah 17:14 "**cerekana ko ingabo ari abera atari abamarayika kuko ngaho ni abera bagendanira, bakurikira Kristo kandi vyongeye Kristo yitwa 'Umwami w'Abami, Uganza Abaganza' (co kimwe no kuri 19:16). 'Impuzu zera zitanduye" zari zambawe na za ngabo . . . zirakwiriye bose abamarayika (15:6; Dan. 10:5; 12:6; Ezek. 9:2) canke abera (19:8). Yamara mu Ivyahishuwe, ndetse ahantu hamwe gusa (15:6), abera bonyene nibo bamabaye imvune zera (3:4-5, 18; 4:4; 6:11; 7:9, 13-14). Abera ngaha no kuri 17:14 bagira uruhara mu rubanza rwa nyuma kubera yuko igishingantahe cabo ari ikimenyetso co mu vyerekeranye n'amategeko gitsindisha ababacinyiza, ababagirira nabi (kubera ugutahura gurtyo igishingantahe, icabona gica imanza raba Mat. 12:41-42 par.; Rom. 2:27)." (Beale 1999: 960)

Ibindi bisomwa vyiyongerako mu Ivyahishuwe vyerekana yuko ingabo zo kuri **19:14**, n'imiburiburi, ari ishengero: "impuzu zijobetswe mu maraso (Ivyah 19.13) zibutsa 7.14, aho impuzu z'abaera bari kumwe na Kristo muri Parousia bavugwa yuko bamesuye imvune zabo bazezesha amaraso ya wa Mwagazi . . . Inkota ikarishe (Ivyah. 19.15) isa n'ukuburirwa kw'ishengero ry'i Perugamo kuri 2.16 . . . Ahavugwa ko Kristo aganje amahanga akoresheje inkoni y'icuma (Ivyah 19.15) hashusha n'amajambo yo kuri 2.26-27, aho Kristo asezeranira ishengero ry'i Tuwatira ko unesha azohabwa ububasha bwo kuganza amahanga no guca imanza muri parousia." (Mealy 1992: 221-22)

17. Abicara ku ntebe z'ubwami (**Ivyah 20:4-6**). Mu buryo bugaragara abagize ico bavuga kuri iki

---

rya kera n'amajambo yakoreshwa mw'Isezerano rya Kera bakayakoresha kw'ishengero canke bakayaha insiguro nsha babifatiye kw'ishengero.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

gisomwa baremezanya bose ko ishengero (canke abariserukira, abishwe, abamaratiri) ari bo bariko baravugwa ngaha muri iki gisomwa. Ukubangabangana hagati y'ibi vyariko biraba hamwe n'ivyariko biraba mu **Ivyah 6:9** na **7:14-17** vyerekana ko aba bantu ari abo mw'ijuru atari abo mu bwami bwo mw'isi.[26] Ko ivyo vyabereye mw'ijuru, ko bitabereye kw'isi, na vyo nyene ni uko biboneka ko "incuro 47 yohana avuga ku "ntebe" mu Ivyahishuwe aba avuze intebe yo mw'ijuru ndetse intebe ya Satani (2:13) hamwe n'intebe ya ca gikoko (13:2; 16:10)" (Ngundu 2006: 1675). Mbere n'intebe za satani n'igikoko si izo kw'isi yamara ni izo mu "buryo bw'impwemu" (Beale 1999: 999).

Iki gisomwa mu Kigiriki kiri mu rudende. Ni co gituma bigoye kuvuga nimba umurwi umwe w'abantu uvugwa mu buryo butandukanye, canke nimba ariumurwi urengeye umurwi umwe wavuzweko: "ico gisomwa ntigisobanuritse neza ku bijanye n'ukugira uruhara muri iyi nganji ya Mesiya. Nimba *hoitines* ['abo'], ni ukuvuga iryo jamborigumanye insiguro yaryo tumenyereye, ritegerezwa kuba rivuga ku murwi wagutse kuruta abaciwe imitwe, abahamwe bavugwa kuri iryo ryungane *tōn pepelekismenōn* ['abaciwe imitwe, abishwe']. Ni co gituma kugira uruhara bisa nn'uko vyugururiwe Abakristo bose b'abizigirwa. Yamara *hoitines* mu Kigiriki co mw'Isezerano Risha kenshi na kenshi rikora nk'ayandi mungane yose asanzwe ari na co gituma iryungane *hoitines* rishobora kuba ridondora kandi ryerekana ibigenga 'impwemu z'abishwe.' Ni co gituma ukugira uruhara bigarukira ku bishwe. . . . Nubwo bitagaragara neza nimba imyaka igihumbi y'inganji igarukira ku bishwe gusa, n'imiburiburi biragaragara yuko bakuwe mu bandi bakavugwako mu buryo budasanzwe. Izuka rya mbere hamwe no gufatanya ububasha bw'inganji ya kristo ni imigisha abasangiye umugabane na Kristo Yesu ku bijanye n'urupfu rwiwe bazoshobozwa gusangira na kazoza kabo k'igitangaza bari kumwe na we." (Yarbro Collins 1977: 251)

Dufatiye ku majambo y'Ikigiriki adasobanuritse neza, "abagize ico bavuga kuri ico gisomwa bamwe babona ko hari imirwi itatu muri iki gisomwa: abera muri rusangi (abacaye ku ntebe), abishwe (baciwe amazosi), hamwe n'abera bazima (abo batasenze igikoko kandi batashizweko ikimenyetso caco)" (Ladd 1972: 265). Abandi na bo babona sentare yo mw'ijuru ko irimwo n'abamarayika kuko mu **Ivyah 4:4** abicaye ku ntebe baboneka ko ari abamarayika.

18. "Aho abera bagerereye, bashagaje n'umurwa w'igikundiro, igisagara gikundwa" (**Ivyah 20:9**). Haba aho "bashagaje, aho bagerereye" canke "igisagara" nta na kimwe gitegerezwa gufatwa nk'aho aria ho bagerereye bugerere canke igisagara busagara. Ivyo, nk'uko biri mu bindi bigereranyo tuja twarabonye, mu buryo bw'imvugo ifobetse kandi ngereranyo bidondora ishengero. *"Igisagara gikundwa"* (mu yandi majambo, ishengero) gitandukanywa n' *"igisagara gihambaye"* (mu yandi majambo, Babuloni , Antikristo wo kw'isi yose, mu buryo bw'umuco w'idini kw'isi yose). Icongeyeko, *"aho abera bashagaje, bagerereye"* n' *"igisagara gikundwa"* ni ibintu bimwe, ntibitandukanye. Nk'uko twabibonye aho hejuru kandi nk'uko tuja kubibona n'aho hepfo, Yerusalemu Nsha ingana n' *"umurwa wera"* uwo na wo ukaba ungana n'abizera (ishengero). **Ivyah 3:12** vyongeye habona abizera bose (mu yandi majambo, *"unesha"*) n' *"umurwa w'Imana yanje"* (mu yandi majambo, Yerusalemu Musha). *"Igisagara gikundwa"* ntigishobora gutandukana n' *"umurwa wera"* canke *"umurwa w'Imana yanje,"* uwo na wo ukaba ari Yerusalemu Musha, mu yandi majambo, abizera, abanesha, *"ubugerero bw'abera."* Izo zose ni imvugo ngereranyo zinjiranamwo zingana n'ishengero canke zihagarariye

[26] Ku rundi ruhande, J. Marcellus Kik avuga ati: "Intebe y'inganji ni imvugo ngereranyo yerekana inganji y'uwera. . . . Intebe zihagarariye inganji z'abera mu vy'impwemu muri bo no mw'isi. Biciye mu buntu bwa Kristo, baraganje mu bugingo baganje umubiri, isi, na satani. . . . Araganje ku caha kubera icaha kitakimuganza, kitakimutegeka. Araganje hejuru ya Satani kuko adashobora kumukorako. Araganje kw'isi kubera uwanesheje isi na we ni Kristo. . . . Ni co gituma izi ntebe z'inganji atari intebe twovuga zokorwako canke zigaragara. . . . Ahubwo ni intebe zicaweko n'abera kw'isi mu kiringo c'imyaka igihumbi." (Kik 1971: 210, 213) Kik abona yuko mu **Ivyah 20:4** amajambo *abicara, bahabwa, batazira Imana, bahabwa, kandi bafatanya na we kuganza,* ayo mavuga yose ari muri kubu. Aheraheza avuga ati, "Kubera ayo mavuga yose ari mu mwanya wa Kubu ategerezwa kuba avuga ku gihe kimwe. Ni ukuvuga, igihe co kudasenga igikoko no kudashirwako ikimenyetso ca ca gikoko ni co gihe co kwcara ku ntebe y'inganji no kubaho hamwe no kuganzanya na Kristo." (Ico gitabu nyene: 228) R. Fowler White yongerako ibi, "Kuvuga yuko mu [Ivyah] 20:6 abo bazozuka mw'izuka rya mbere bazoganzanya na Kristo ni ukuvuga yuko bazokora gurtyo ubwa mbere kw'isi imbere yuko bapfa maze mu nyuma mw'ijuru inyuma yuko bazoba bamaze gupfa" (White 1992: 13). Mu kuvugana n'umwanditsi mu buryo bwo mu mpisho, White na we yavuze yuko umwanya wa kubu k'ayo mavuga ushaka gushikiriza, "Nk'uko Augustine yigishije, ukuzuka kwa mbere *kuzokwitangira imbere y'impfu z'umubiri z'abazocibwa amazosi kandi ko Imana izobarokora*. Tubivuze mu majambo y'ico gisomwa ubwaco, abishwe bishwe kubera ***batasenze*** *igikoko canke ngo basenge igishushanyo caco kandi ko* ***batashizweko*** *ikimenyetso mu ruhanga rwabo canke ku kuboko kw'i buryo kwabo kandi bakongera bakaba bazima maze bakaganzana na Kristo ikiringo c'imyaka igihumbi.* Amavuga ari mu mwanya wa kubu ategerezwa gusigurwa ngaha nk'aho aguma yerekeranye n'ibintu bizoba imbere y'urupfu rw'abazocibwa amazosi."

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

ishengero (raba Kistemaker 2000: 437; Bauckham 1993a: 172; Beale 1999: 1027.).

Kuringanisha *"aho abera bagerereye"* n'*"umurwa wera"* vyerekana mu bundi buryo yuko ishengero mw'isi yose ko ari ryo rivugwa. Kuri **20:9** Bibiliya ivuga yuko Gogi na Magogi baduze *"bakwira isi yose."* Izindi Bibiliya na zo zihindura ayo majambo gurtya *"ubwaguke bw'isi yose."*[27] Gundry na we rero avuga ati, "kuduga gukikiza ico gisagara, uwo murwa, Gogi na Magogi bategerezwa gukwiragira "kw'isi yose". Ni co gituma biboneka ko igisagara canke umurwa utari ahantu hamwe gusa. Bari abera ubwabo aho baba hose kw'isi yose." (Gundry 1987: 256-57)

19. "Abantu bayo" (**Ivyah 21:3**). Uwu murongo ni isonga ry'amajambo aguma agaruka muri Bibiliya yose (naho hari aho bihinduka gatoya): *"Nzobabera Imana na bo bazoba abantu banje"* (**Ita 17:8; Kuv 6:7; 29:45; Lew 26:12; Yer 7:23; 11:4; 24:7; 30:22; 31:1, 33; 32:38; Ezek 11:19-20; 14:10-11; 36:28; 37:23, 27; Hos 2:23; Zek 8:8; 13:9; 2 Kor 6:16; Heb 8:10; Ivyah 21:3**). Ibisomwa vyo mw'Isezerano rya Kera bivuga ku migenderanire idasanzwe iri hagati y'Imana n'abantu bayo. Abavugishwa n'Imana babayeho imbere y'uko abantu bajanwa ari inyagano n'inyuma y' ukugaruka bavuye mu kinyago barakoresheje ayo majambo mu kuvuga kuri Isirayeli yari yasubijwe uko yahoze. Isezerano Risha rikoresha urwo rurimi rumwe maze bakarikoresha kuri Isirayeli nsha, y'ukuri kandi yasubijwe uko yahora—ishengero. Ivyahishuwe biherahereza ibi mu kubikoresha igihe cose ku "murwa wera," "Yerusalemu Nsha," "umugeni," "umugore wa wa Mwagazi" (Ivyah 21:2, 9-10), mu yandi majambo, abantu bahindutse kandi bahawe icubahiro n'Imana—ishengero.[28]

Muri ayo majambo *"Nzoba Imana yabo na bo bazoba abantu banje,"* ibisomwa vyose vyo mw'Isezerano Risha n'ivyo mw'isezerano rya kera bikoresha urudende "abantu." Dufatiye ku **Ivyah 21:3**, yamara, igitigiri gikomeye c'ivyanditswe vya mbere gikoresha ubwinshi "abantu" aho gukoresha "ubwoko." Tuvuge ko ari uko biri, Yohana akoresha impinduka y'"ubwoko" ku "bantu" kugira ngo "bigaragaze yuko ubuhanuzi ubwa mbere bwavugwa kuri Isirayeli bwashikijwe mu 'miryango yose, indimi zose, amoko yose n'amahanga yose' (co kimwe no kuri 5:9; 7:9)" (Beale 1999: 1046-47; raba kandi Gundry 1987: 257; Johnson 2001: 305n.2).

20. Yerusalemu Musha (**Ivyah 21:1-22:15**). Nk' uko tuja twarabibonye ku bindi bimenyetso vyinshi n'imvugo ngereranyo ya Yohana, hariho ivyiyumviro biri mu bwoko bubiri ku bijanye n'insiguro ya "Yerusalemu Nsha": Abavuga ko ivyanditswe bivuga uko nyene vyanditswe co kimwe n'abavuga ko ivyo bitavuga uko nyene. Abavuga ko uko ibintu vyanditswe ariko bitegerezwa gusigurwa basigura Yerusalemu Musha nk'aho ari igisagara kiboneka, cokorwako. Yamara, *"umugeni, umugore wa wa Mwagazi"* (**Ivyah 21:9**), ari ata nkeka Ishengero, angana n'umurwa mu **Ivyah 21:2, 10**. Indondoro ya Yerusalemu Musha zirarengeye uko zoba "ari ahantu kanaka" (Gundry 1987: 256). Integuro y'Imana y'ibihe bidashira yammye ari uko yogerera ahantu hera iri kumwe n'abantu bayo bera (raba Goldsworthy 1991: 76; Alexander 2008: 29). "Aho Imana igerera mu bantu *mu buryo bw'umurwa* bishobora . . . gusigura ikibano ciza c'aho abacunguwe babana ata wandya wangura, mu mahoro n'ubumwe nk'inyishu ya nyuma y'ibihe vyose y'Imana ku bintu bitagenda neza mu kibano cagiye kirabaho conona kahise k'umuntu" (Ortlund 1996: 166n.73).

Ko amazina y'intumwa cumi na zibiri zivugwa ko ari "umushinge" w'uruhome rw'igisagara vyongeye bigaragaza yuko atari intara canke akarere gusa kariko karavugwa ngaho. Beale yerekana imigenderanire, ubucuti budasanzwe buri hagati y'uruhome rw'umurwa n'amarembo yawo: "Ivyo tubona ku murongo wa 21:14 ko intumwa zigize umushinge, yamara imiryango ni yo ikaba igize amarembo y'urwo ruhome rwubatswe kw'itanguruhuro, ku mushinge. Umuntu yari kuba yiteze ibinyuranye n'ivyo kubera yuko Isirayeli yabayeho imbere yuko ishengero ribaho muri kahise k'ugucungura. Yamara, ikinyuranye n'ivyo mu buryo bw'ikigereranyo vyerekana ukugene ugushitswa kw'amasezerano ya Isirayeli kwagaragariye muri kristo Yesu uwo, afatanije n'intahe canke ivyabona vy'intumwa bashikije igikorwa ciwe, bagize urufatiro rw'ingoro nsha, urusengero rusha, ishengero ari ryo Isirayeli nsha." (Beale 1999: 1070) Dufatiye kuri uku gusa gusha, Yerusalemu Nsha, aho kuba ahantu ni imvugo ngereranyo y'abantu b'Imana n'imigenderanire Imana ifitaniye na bo, aho ukuvuga ko ari ahantu hagaragara hazobaho inyuma y'ukugaruka kwa Yesu Kristo.[29]

---

[27] Ku nsiguro bashira musi hepfo ku rukaratasi Bibiliya NASB yerekana yuko ayo majambo asigura *"iyo isi iherera."*

[28] Amajambo yo mu **Ivyah 21:3** avuga yuko *"Ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu"* vyaja vyaravuzweko kuri **Ivyah 7:15** aho havuga yuko Imana *"izosanza ihema ryayo hejuru yabo"* (mu yandi majambo, hejuru "y'isinzi ry'abantu benshi batoharurika"—Ishengero). Ukwo gushusha kwayo majambo kwemeza yuko ishengero ryose ryo mw'isi ari ryo Yohana yariko aravugako muri ivyo bisomwa vyose.

[29] Yerusalemu Musha ni ukudondora iherahezwa n'indunduro y'ibihe bidashira bizozanwa n'Ukugaruka kwa Yesu kristo ari kwo twita *parousia*. Mu buryo nk'ubwo, insiguro yayo irimwo vyinshi. Irimwo ukurema gusha isi, hamwe n'ibikikuje

## VII. <u>Incamake y'ivyiyumviro nyamukuru n'ibigabane bikuru bikuru</u>[30]

Ibintu vyinshi vy'ivyiyumviro nyamukuru n'ibigabane vy'Ivyahishuwe tuja twarabivuzeko aho hejuru, cane cane igice ca mbere **I. Imero** (ku bijanye n'ibitigiri, ibiharuro hamwe n'ibiringo mu Ivyahishuwe), **V. Ukugene ico gitabu cubatswe** (cane cane ukubangabanganwa kw'ibimatanije igitabu -inzamba-inzavya hamwe n'ibindi vyinsh bidondora *Parousia (ukuza kwa Yesu)* hamwe n'uguca amateka kwa nyuma), hamwe na **VI. Ishengero mu Ivyahishuwe Yohana** (ibintu vyinshi bivuga kw'ishengero). Uko twinjira mu bigabane bikuru vy'Ivyahishuwe, tugerageze kwibuka ibija vyaravuzwe aho hejuru nk'uko ivyo bigize ico gitabu tutazorinda kubigarukako. Ibindi bintu bikomeye vy'ivyo bigabane bikuru vy'iki gitabu ni ibi bikurikira.

### A. *Ivyah 1:1-20: Ibibanziriza*

Yohana yasezeraniye amahirwe abasoma, abumva bakumvira amajambo y'iki gitabu (**Ivyah 91:3**). Mbere no mu ntangamarara uwo hashimikira ko cane ni Yesu Kristo (**Ivyah 1:5-8, 13-18**). *"impwemu ndwi ziri imbere y'intebe y'Imana"* (**Ivyah 1:4;** raba akndi **3:1; 4:5; 5:6**) ni imvugo ngeranyo kumbure yerekeye Mpwemu Yera. Mpwemu Yera nta nkeka ni we avugwa kuri (**Ivyah 2:7, 11, 17, 29; 3:6, 13, 22; 22:17**; raba kandi **Ef 4:4**) yamara kandi akitwa "Impwemu ndwi" (**Ivyah 1:4; 5:6**; canke "Mpwemu igizwe n'impwemu ndwi," ibivugwa muri NIV) aho, mu **Ivyah 5:6**, anganishwa, asanishwa n' "amaso ndwi" Y'Umwagazi w'Imana. "Amaso ndwi" na "Mpwemu ndwi" vyakomotse muri **Zek 3:8-9; 4:1-10**.[31] Muri **Zek 3:9**, "amaso ndwi" asa n'ukugene Imana izokuraho ivyaha n'ukugabitanya mu gihugu. Muri **Zek 4:2, 10**, "amatara ndwi" n' "amaso ndwi" bifadikanijwe na Mpwemu w'Imana. "Yohana yasiguye 'amaso ndwi' yo muri Zekariya nka Mpwemu wa Yahweh kandi yavuze ko vyose ari ubutunzi bw' Umwagazi w'Imana. Ni kubwa mpwemu wa Yahweh habaho 'umushumba wanje Shami [**Zek 3:8**],' Umwagazi w'Imana Mesiya, ukugabitanya kw'ico gihugu kuzokurwa mw'isi (Zek. 3:9) kandi ico gihugu, ubwo bwami buzonesha (raba Zek 4:6–7)." (Beale na McDonough 2007: 1102; raba kandi Bauckham 1993b: 110-15). "Impwemu ndwi" zerekana ukunengesera kwa Mpwemu.

### B. *Ivyah 2:1-3:22: Ivyete vyandikiwe amashengero ndwi*

Mbere no mu kinjana ca mbere amashengero yariko arabona ibimenyetso kristo yari yarababariye ari ku musozi wa Elayono, harimwo no kuzohamwa n'Abayuda (**Mrk 13:9; Ivyah 2:9-10; 3:9**), uguhamwa mu bisanzwe harimwo n'urupfu (**Mat 24:9; Ivyah 2:9-10, 13**), abavugishwa b'ibinyoma (**Mat 24:5, 11, 23-26; Ivyah 2:2, 6, 14-15, 20-24**); kuva mu vvyizerwa (**Mat 24:10; Ivyah 2:14, 20-24; 3:1-3, 15-17**), hamwe n'urukundo ruzotimba (**Mat 24:12; Ivyah 2:4**). Muri iki gice, Kristo yararemesheje amashengero arabahimiriza kumushingira intahe kandi arabagabisha kutivanga kugira ngo bazorarwe ubugingo budashira.

1. <u>Akamere k'ukugene ubuhanuzi ku mashengero kameze.</u> "Ivyete ndwi vyandikiwe bikarungikirwa amashengero ndwi" ni igice gikomeye muri ico gitabu. Ivyo vyete birimwo amajambo yose ya Kristo ku mashengero kandi ayo majambo ni yo makuru. Harimwo impanuro, ukugabishwa n'amasezerano biboneka mu bice vyose bisigaye vy'ico gitabu kandi bikazoshitswa vyose mu mpera y'ico gitabu. Håkan Ulfgard avuga ati, "Ivyete" vyandikiwe amashengero ndwi na vyo nyene bifise imero y'ubutumwa bw'ubuhanuzi bubwirwa abantu. Amajambo yavyo y'ukuremesha canke y'ukugabisha

---

isi yose. Nk'uko vyari bimeze kuri bamwe bari bicaye ku ntebe y'inganji mu **Ivyah 20:4-6**, kubera impamvu za kubu insiguri y'ico kigenenetso ca Yerusalemu Musha n'imiburiburi irimwo kuvuga ku kubaho ibihe bidashira kw'ishengero nk' *"umurwa wera"* kandi si ugupfa kuvuga ukugene hazoboneka canke ahantu hatazoshira h'*"ijuru risha n'isi nsha."* R. Fowler White abivuga gurtya, "Abera baboneka nk'aho ari umurwa wera (gereranya na [Ivyah] 3:12), igihe amajuru masha n'isi nsha bigaragara nk'aho ari ikibanza c'ubugerero bw'Imana ibana n'abantu" (White 1999: 61).

[30] Amajwi meza yumvikana agaragaza igitabu Ivyahishuwe ashobora kwumvirizwa canke na ho akavomwa ku buhinga ngurukana bumenyi bwashizwe ahabona na: Arturo Azurdia kuri: http://www.monergism.com/thethreshold/articles/onsite/azurdia_Ivyahishuwe.html; G. K. Beale kuri: http://resources.thegospelcoalition.org/library?f%5Bbook%5D%5B%5D=Ivyahishuwe&f%5Bcontributors%5D%5B%5D=Beale%2C+G.K.&page=2&sort=contributors; D. A. Carson kuri: http://resources.thegospelcoalition.org/library?f%5Bbook%5D%5B%5D=revelation &f%5Bcontributors%5D%5B%5D=Carson%2C+D.+A.&sort=contributors; John Fesko kuri: http://www.genevaopc.org/audio/fesko-lectures/72-Ivyahishuwe-lecture-series.html; Jonathan Menn kuri: http://www.eclea.net/sermons.html#Ivyahishuwe (ivyo kwumviriza hamwe n'ivyanditswe; na Kim Riddlebarger kuri: http://www.christreformed.org/kim-riddlebarger/#Ivyahishuwe (Ivyo kwumviriza), na http://kimriddlebarger.squarespace.com/downloadable-sermons-on-the-bo/ (Ivyanditswe).

[31] "Impwemu ndwi" zishobora kuba zafatiwe na zo nyene kuri **Yes 11:2** havuga kuri *"mpwemu w'Uhoraho, impwemu y'ubwenge, impwemu y'ugutahura, impwemu yo kuja inama, impwemu y'ubushobozi, impwemu y'ukumenya Uhoraho, impwemu y'ukwubaha Uhoraho."*

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

ntiyerekeye kazoza ka kera, yamara avuga mu buzima no mu bugingo bw'ababisoma/ abavyumviriza, abahamagarira, abahimiriza kwishushanya no kwimatanya 'n'isi yose mu buryo bw'ikigereranyo' vyavuzwe mu nca make mu vyo Yohana yeretswe , kandi no kugira ico babikozeko, ntibabe ba ndarisizaho." (Ulfgard 1989: 13)

Kimwe mu bigize ubwo butumwa ndwi ku mashengero ndwi ni ukwerekana itandukaniro riri hagati "y'ibiriho n'ukuri kw'ibizoba mu gihe c'iherezo." Richard Bauckham asobanura ati: "umugeni ni Yerusalemu Musha, wururuka uvuye mw'ijuru ku Mana (21:2), ishengero ryogoroye ku muhero w'isi. Umugeni ni ishengero iryo, Umwagazi, ni yo yaza, azosanga ritagira agasembwa n'amarabaga ryiteguye kwubakana na we, ryambaye imvune zera zikayangana z'ibikorwa vy'ukugororoka (19:7-8). Umugeni ni ishengero ribonwa mu buryo bw'igihe co kugaruka kwa yesu, *parousia.* Mu buryo butandukanye cane yari amashengero yandikiwe mu Ivyahishuriwe Yohana. 'impuzu zanduye ziriko amarabaga'z'Abakristo bo mw'ishengero ry'I Lawodikiya (3:17) zitandukanye n'imvune zera zitanduye z'Umugeni. Ukutitegurira ukuza kw'Umwami kw'amashengero yo muri Efeso, Perugamo, Sarudi (3:17) binyuranye n'amasengesho y'Umugeni kugira ngo Umukwe ashike, aze (22:17). Ubudasa ntiburi mu vy'ukuri hagati y'abizigirwa n'ibihemu vyo mu mashengero. . . . Itandukaniro iri ahubwo hagati y'ibiriho ubu n'ibizoza mu gihe c'iherezo, hagati y'amashengero uko tuyabona uyu musi n'amashengero ingene ategerezwa kumera nimba azofata ikibanza cayo mu gihe c'amazimano y'ubukwe bwo mu gihe c'iherezo." (Bauckham 1993a: 167) Iryo tandukaniro nyene ryategerezwa kuduhamagarira gusuzuma ibintu ingene bimeze ubu vyo mu mashengero yacu maze tukabaho mu muco w'ukuri kw'ibizoba mu gihe c'iherezo kigiye kuza.

2. Itandukaniro riri hagati y'amashengero n' "ababa kw'isi." Amajambo *"ababa mw'isi,"* canke amajambo asa n'ayo, aguma agaruka kenshi muri ico gitabu cose (**Ivyah 3:10; 6:10; 8:13; 11:10; 13:8, 12, 14; 14:6; 17:2, 8**). Ayo majambo aguma agira insiguro itari nziza. Yerekana yuko, mu muzi wayo, ukugene abatizera babona ubugingo bafatiye ku biba mw'isi n'ukugene ababa mw'isi biyumvira; bari *mw'isi* ariko si *ab'isi* (raba **Yoh 17:14-18**). Mu buryo nk'ubwo, bakwirikira ivy'isi kandi bari musi y'uburake bw'Imana.

Mu buryo bunyuranye, mu Vyahishuriwe Yohana ishengero ryamye igihe cose ari iry'ijuru tutarinze kuvangura aho abantu baba bari kw'isi yose (Johnson 2001: 147). Mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, isi yose (*"amoko yose, imiryango yose n'indimi n'amahanga yose"*) riboneka ko ari umunywanyi w'imirwi ibiri inyyuranye, irwanyana: Isi (**Ivyah 11:9; 13:7; 14:6**; raba kandi **17:15**), canke ishengero (**Ivyah 5:9; 7:9**); abo baba kw'isi (**Ivyah 3:10; 6:10; 8:13; 11:10; 13:8, 12, 14; 14:6; 17:2, 8**), canke abo ari abenegihugu co mw'ijuru (**Ivyah 6:9, 11; 7:9-10; 11:12; 12:10; 14:1-3; 15:2-4; 19:1-9, 14; 20:4-6**); Abasenga ca gikoko (**Ivyah 13:3, 4, 8, 12, 15; 14:9, 11; 19:20**), canke abasenga Umwagazi (**Ivyah 4:8-11; 5:9-14; 6:9; 7:9-17; 11:15-18; 12:11, 17; 14:4, 12; 15:2-4; 17:14; 19:5-9; 20:4; 21:9; 22:3**); abafise ikimenyetso c'igikoko (**Ivyah 13:16-17; 14:9, 11; 19:20**), canke abadomweko ishashara n'Imana (**Ivyah 7:3; 9:4; 14:1; 22:4**); abo amazina yabo atanditswe mu gitabu c'ubugingo (**Ivyah 13:8; 17:8; 20:15**), canke abo amzina yabo yanditswe mu gitabu c'ubugingo (**Ivyah 3:5; 21:27**); abozoba mu bagize "igisagara gihambaye" (**Ivyah 11:8; 16:19; 17:18; 18:10, 16, 18, 19, 21**), canke abazoba "mu gisagara gikundwa" (**Ivyah 20:9**). Nta wutagira "aho yegamiye" canke ngo habe ahandi hantu ha gatatu.[32] Ni co gituma, abizera bategerezwa kugira ubugingo bufatiye ku kugene ijuru ribibona n'ukugene ab'ijuru biyumvira (**Flp 3:20**); nubwo bari mw'isi ntbategerezwa kuba ab'isi (**Yohana 17:13-19**). Ico gitabu cose c'Ivyahishuwe gitanga ukugene ijuru ribona insiguro nyakuri y'ibiriko biraba kw'isi kugira ngo abizera bashushanywe n'ishusho ya Kristo (**Rom 8:29**).

3. Ukugene kamere k' "ukunesha" kamezehe." Mu **Ivyah 2:7, 11, 17, 26; 3:5, 12, 21** Kristo atanga amasezerano ku "wuzonesha." Ijambo ry'Ikigiriki "unesha" canke "intsinzi" ni *nikaō.* Iryo jambo nyene rikoreshwa kuri **Ivyah 12:11, 15:2,** no mu **Rom 8:35-37.** Ikoreshwa rya *nikaō* mu **Ivyahishuwe 2-3** (kandi no mu gitabu c'Ivyahishuwe cose) herekana iciyumviro kinyuranye c' "ukunesha" gifatiwe ku citegererezo c'Ukunesha kwa Kristo ubwiwe yanesheje Satani na Rupfu. Mu **Ivyah 1:5-6**, Yohana avuga ku gikorwa ca Kristo co gucungura. "ko intsinzi ya Kristo yashitse igihe yapfa ni ibigaragara ko ari vyo Yohana ariko arafatirako avuga ku maraso yiwe (1:6). Tutarinze guhakana na gato intsinzi ya Yesu ko yagaragariye mu Kuzuka kwa Kristo, agakekezo k'iyo ntsinzi kari mu rupfu rwa Kristo karagaragara." (White 2000: 172) Ikintu kinyuranye c'ukunesha kwa Kristo kigaragarira mu **Ivyahishuwe 5**. "Yanesheje rupfu mu kuzuka mu bapfuye. Yamara ingaruka y'intsinzi y'iki gihe

[32] Mu gice ca kabiri c'ico gitabu tubona ukwo kubangabangana guserukira mu budasa bw'ibintu bitatu birimwo ibikoko, abagore, n'ibisagara: Igikoko—Umwagazi; Maraya—Umugeni; Babuloni hahambaye—Yerusalemu Musha.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

y'Umwagazi w'Imana ntihagaze mu kugene Umwagazi w'Imana aguma "ahagaze" yamara kandi no mu kugene ahoraho n'ubwo yari yishwe nk'Umwagazi w'Imana. . . . Ivyo ni ukuvuga yuko, Kristo ari Intambwe biciye mu kunesha ukwicwa nk'Umwagazi, ari na co ciyumviro, ari co kintu gikomeye mu gice ca 5." (Beale 1999: 352)

Ishengero rigera ikirenge mu ca Shebuja. Ku bizera, ico Ivyahishuriwe Yohana hariko haravuga, nk'uko White avyerekana, ni uko "nk'uko Yesu yagaragaje ukuba umwami kwa mbere, ubwami bw;ishengero buhagaze ubu mu kunesha no kugumana ubwizigirwa bwaryo bwo gushinga intahe hagati mu mageragezwa no mu vyago (uburorero, 2:9-11, 13; 3:8; 12:11); mu kunesha ububasha bw'umwansi n'umwiza (uburorero, 6:8 tuhafatanije na 6:9-11); mu kunesha icaha mu bugingo bw'abarigize (raba ibice 2-3); kandi no mu gutangura kuganza urupfu na satani mu kwifataya na Yesu (gereranya 1:5–6, 18). Ukwihangana kw'ishengero guca kuba kimwe mu bigize urugendo rw'ukunesha." (White 2000: 175)

Tubona ico ciyumviro nyene kidasobanuritse c' "ukunesha" mu **Ivyah 11:7; 13:7** aho igikoko kivugwa ko "kizotsinda, kizonesha" abera biciye mu kubababaza no kubateza ivyago n'urupfu. Muri ico gihe nyene, Kristo n'abera bavugwa ko "banesheje" igisato, igikoko, hamwe n'intumwa z''ivyo bibiri *"na bo bamuneshesheje amaraso y'Umwagazi w'Intama n'ijambo ryo mu gushing intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa"* (**12:11**; raba kandi **15:2; 17:14**). White aheraheza avuga ati, "Ukuguma mu kwizera nubwo hari uguhamwa ni intsinzi kw'ishengero muri kahise" (Ico gitabu nyene: 168).

### C. *Ivyah 4:1-5:14: Intebe y'inganji, igitabu (umuzingo), n'Umwagazi*

Muri iki kigabane, Imana na Kristo bahabwa icubahiro kubera ukuzuka kwa Yesu kristo kwagaragaje yuko abo barengeye ibiba mw'isi kandi ko bari hejuru y'ibiba mw'isi kugira ngo bace imanza kandi bacungure, barokore. "Ico 'gitabu' gitahurika neza nk'uko kirimwo integuro y'Imana yo guca amateka no gucungura vyatangujwe n'urupfu rwa Kristo hamwe n'ukuzuka kwiwe yamara ntibiraherahera" (Beale 1999: 340). Schüssler Fiorenza avuga ati, "Ikibazo nyamukuru c'imenyeshamana co mu bice vya 4-5 co kimwe no muri ico gitabu cose ni: Mbega Umwami w'ukuri w'iyi si ni nde?" (Schüssler Fiorenza 1991: 58)

Hariho ibintu vyinshi bisa hagati y'ibi bice bibiri no muri **Daniyeli 7:**

| ***Ibizoba*** | ***Daniyeli 7*** | ***Ivyahishuwe 4-5*** |
|---|---|---|
| 1. Amajambo abanziriza ivyo yeretswe | **Dan 7:9** | **Ivyah 4:1** |
| 2. Intebe z'inganji zishirwaho mw'ijuru | **Dan 7:9a** | **Ivyah 4:2a** |
| 3. Imana yicaye ku ntebe y'inganji | **Dan 7:9b** | **Ivyah 4:2b** |
| 4. Imana igaragara ko yicaye kuri iyo ntebe | **Dan 7:9c** | **Ivyah 4:3a** |
| 5. Ibirimi vy'umuriro kuri iyo ntebe | **Dan 7:9d-10a** | **Ivyah 4:5** |
| 6. Abagurano bo mw'ijuru bakikuza iyo ntebe y'inganji | **Dan 7:10b** | **Ivyah 4:4b, 6b-10; 5:8, 11, 14** |
| 7. Igitabu (Ibitabu) bizanwa imbere y'iyo ntebe y'inganji | **Dan 7:10c** | **Ivyah 5:1-5** |
| 8. Igitabu (Ibitabu) birabumburwa | **Dan 7:10c** | **Ivyah 5:2-5, 9** |
| 9. Umuntu wo mw'ijuru ahabwa ububasha bwo kuganza ibihe vyose | **Dan 7:13-14a** | **Ivyah 5:5b-7, 9a, 12-13** |
| 10. Ibigize ubwami: "imiryango yose, anmahanga yose n'indimi zose" | **Dan 7:14a** | **Ivyah 5:9b** |
| 11. Uwabonye ivyo, uweretswe ivyo acika urudendevu, acika intege kubw'ivyo yeretswe | **Dan 7:15** | **Ivyah 5:4** |
| 12. Uweretswe ivyo aremeshwa n'umwe mu basavyi bo mw'ijuru | **Dan 7:16** | **Ivyah 5:5a** |
| 13. Abera bahabwa ububasha bwo mw'ijuru bw'ukuganza muri ubwo bwami | **Dan 7:18, 22, 27a** | **Ivyah 5:10** |
| 14. Ugusozera kwerekana inganji y'Imana y'ibihe bidashira | **Dan 7:27b** | **Ivyah 5:13-14** |

Ukwo kubangabangana kwerekana ibi vyiyumviro bine nyamukuru bikurikira:

"(1) Yohana ashaka koi bice 4-5 vyerekana ugushitswa kw'ubuhanuzi buvugwa muri Daniyeli 7 bwerekeranye n'inganji "y'umwana w'umuntu" hamwe n'iy'abera, ija yaratangujwe n'urupfu rwa Kristo kandi cane cane yatangujwe n'izuka ryiwe, ni ukuvuga, ukwegera kwiwe intebe y'inganji aho ahabwa ububasha.

(2) Ishirwa hamwe ry'ivyo biringo bibiri canke ry'ivyo bintu bibiri vyabaye nko muri Yesaya 6 na Ezekiyeli 1-2 harimwo ikintu kiguma kigaruka co muri Daniyeli 7 vyerekana ko hariho itandukaniro ritoya ryo mu vyo beretswe , kuko ivyo vyose beretswe ni intangamarara y'uguca amteka kuko ari ugutangaza kw'uguca amateka kwari kugiye kuza. . . . Kugira ngo tumenere inda ku rwara, ivyo vyabaye mw'Isezerano rya Kera vyerekana ubutware bw'Imana, n'inganji yayo ku biba kw'isi vyose n'inganji ku vyashitse mu guca amateka kwa mbere, kugakwirikirwa n'ugucungura canke incungu. Ibi ni vyo vyabaye mw'imenyeshamana ryo mu Ivyahishuwe 4-5 n'ibindi bice bizokwirikira vyubakiye kuri ivyo bice bibiri.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(3) Iciyumviro co guca amateka cerekanwa vyongeye n'ishusho y'ico 'gitabu,' ryavuzwe ko mu mvugo yabuwe mu gitabu ca Ezekiyeli 2, Yesaya 29, Daniyeli 7, na Daniyeli 12. Kimwe kimwe mu vyariko biraba muri ivyo bitabu vyose gifise iciyumviro nyamukuru c'uguca amateka, c'uguca imanza, yamara vyongeye harimwo ivyiyumviro vy'agakiza canke umugisha , umuhezagiro.
(4) Iciyumviro ca Daniyeli 7 cerekeranye n'ubwami aho abantu bose, amoko yose azokorera 'umwana w'umuntu' (Dan 7:14) n'Imana (7:27b) vyeretswe Yohana nk'aho vyashikijwe mw'Ishengero. Yamara ishengero vyongeye ni ugushitswa kw'inganji Daniyeli yeretswe y'abera ba Isirayeli." (Beale 1999: 314-15 [ugushashanya]; 368-69 [igisomwa])

1. <u>Abakuru 24 (**Ivyah 4:4, 10; 5:8; 11:16; 14:3; 19:4**).</u> Benshi babona abakuru 24 ko bahagarariye Ishengero ry'Isezerano rya Kera n'Isezerano Risha, bagashira hamwe ibiharuro vya ba sogokuruza 12 n'intumwa 12 (Milligan 1896: 69; Hendriksen 1982: 85). Yamara, mu **Ivyah 5:8-10, 11:16-18,** na **14:1-3** biboneka ko hariho itandukaniro hagati y'abakuru 24 n'abacunguwe (Ladd 1956: 97-98). Ikindi, mu **Ivyah 5:8 n**a **7:13-14** (raba. **8:3**), abakuru bakora igikorwa c'abamarayika kandi bagahishura ibintu babihishurira Yohana. Kubw'ivyo, nubwo bafadikanije n'ishengero, ntibasa n'ishengero (raba Ladd 1972: 73-75; Beale 1999: 322; Johnson 2001: 99-100).

2. <u>Igitabu (umuzingo) kidombagijwemwo, kimatanishijwe ishashara ndwi (**5:1-4**).</u> Hariho ivyiyumviro vyinshi vyerekeranye n'ico gitabu camatanishijwe ishashara. Bamwe bavuga yuko ico gitabu ari ukwugurura amazina y'abacunguwe. Yamara, "mu kwugurura uwo muzingo, Umwagazi ntamatanurura ibirimwo, ibiwugize gusa yamara abishira mu ngiro," kandi " nta kintu na kimwe ngaha canke ahandi muri ico gitabu cerekana yuko intumbero ya Yohana kwari ukwerekana abacunguwe abo ari bo" (Caird 1966: 71). Abandi na bo baharira bavuga yuko ico gitabu ari Isezerano rya Kera. Yamara, ukugene uwo muzingo uvugwa bivomwa muri **Ezek 2:9-3:3**. Ni co gituma, kubona ico gitabu canke umuzingo nk'Isezerano rya Kera "vyirengagiza yuko Yohana afatira kuri Ezekiyeli . . . kandi ntihasigura igituma urupfu rwa Kristo rutegerezwa kuba ngombwa kugira ngo uwo muzingo uzingururwe." (Ico gitabu nyene: 72).

Kenneth Gentry yabibonye neza ko Yohana yafatiye kuri Ezekiyeli kandi abona yuko ivyo Ezekiyeli yeretswe vyari "ugucirwa kw'iteka kwa Isirayeli" (Gentry 1998: 51). Nk'uwuvuga ko ubuhanuzi bwose bwavuzwe buja bwarabaye, bwarashitse, aharira avuga yuko umuzingo ari "ukwahukana kw'Imana n'umugore wayo wo mw'Isezerano rya Kera kubera yivanze, yasamabanye mu buryo bw'Impwemu" (Ico gitabu nyene: 51-52). Mw'Isezerano rya kera, Imana yaravuze vy'ukuri kuri ukwo kwahukana (raba **Yes 50:1; Yer 3:8**). Mu waka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu, "ugusenyurwa kwa nyuma kw'isengero ni kwo kwashikije ivyo" (Ico gitabu nyene: 52). Yamara, mu gushimikira cane ku bintu vyabaye mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu, abapreterist ntibabona inkuru ikomeye y' Ivyahishuwe. Abavuga ko ubuhanuzi bwose canke ivyavugishijwe vyose bija vyarashitse ntibashobora kubona ingene Ivyahishuwe hahindura kandi hakagira ivyiyumviro vy'Isezerano rya Kera ivyiyumviro vy'isi yose bitibasiye ku gace gatoya k'isi canke ku bwoko bumwe.

Ikindi ciyumviro ni uko ico gitabu ari Ivyahishuwe ku bintu vyari bigeye kuzoza aho Yohana yabwiwe kubibarira abantu. Yamara, Kristo yarahawe uburenganzira bwo kwugurura uwo muzingo biciye mu rupfu yapfuye ku musaraba. "Nta kintu na kimwe kiriho kigaragara cotuma, amaze kuronka intsinzi mu mwaka wa 30 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, yategerezwa kuba yarunguruje ukunezerererwa iyo ntsinzi gushika mu mwaka wa 95 inyuma y'Ivuka rya Yesu. Iciyumviro nyamukuru gisanzwe ni uko ukwugurura uwo muzingo, aho ibiwugize, ibiwurimwo vyahishuwe maze bigashirwa mu bikorwa, mu ngiro, bikurikira ako kanya nyene intsinzi aho yaronse uburenganzira n'ububasha bwo kuwugurura. Ibi bisigura yuko ico Yohana afatirako ari n'imiburiburi ibigize ico gitabu bija vyarabaye muri kahise; kandi mu kwemeza ibi dukwiriye kwongers kugaruka tukaraba ivyo yeretswe vyabanjirijwe n'ukumena ikimatanije umuzingo kigira gatanu, aho Yohana yaravye ivyabaye ku baciwe umutwe ba mbere maze akongera akaraba no ku bazocibwa imitwe mu nyuma." (Caird 1966: 71-72)

Iciyumviro ciza kurusha ibindi, ni uko "ibigize uwo muzingo ari integuro y'Imana yo gucungura, yari icijiji mw'Isezerano rya Kera, iyo akoresha mu kugaragaza ububasha bwiwe hejuru ya vyose n'isi y'ivyaha kandi kugora ngo ashitse intumbero y'irema. Yohana ashaka kwerekana no gukurikirana ukugene ugushirwa mu ngiro kw'iyo nteguro guhera mu ntango ku musaraba gushika ku ntsinzi ya nyuma izogaragarira muri Yerusalemu nsha." (Ico gitabu nyene: 72; raba kandi Beale 1999: 340)

3. <u>Intambwe ari Umwagazi (**5:5-6**).</u> Mu vyo tuja twarahanahanye ko ivyiyumviro ku bijanye n'ibigereranyo bitandukanye hamwe n'imvugo yerekana ishengero mu Ivyahishuwe, tuja twaravuganye ku vyerekeranye n'imvugo yo "kwumva -kubona" (raba ico twavuze kuri "ishengero ryinshi

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

atawoshobora kuriharura" rivugwa mu **Ivyah 7:9-17**, aho hejuru). Nk'uko Ivyahishuwe hafise iciyumviro gitangaje c' "unesha," ni na ko **Ivyah 5:5-6** herekana iciyumviro gitandukanye ca Kristo nk'umurwanyi anesheje kandi akaba umwagazi watanzwe ko ikimazi. Muri iryo tandukaniro hagati y'ivyo yumvise (**Ivyah 5:5**) n'ivyo yabonye, yeretswe (**Ivyah 5:6**), Yohana : "ubwa mbere avuga ku ciyumviro ca Mesiya nk'umusirikare w'Umuyuda akunda igihugu ciwe akakirwanira kandi akagitsindira maze agaca abiha iyindi nsiguro mu buryo bw'iciyumviro c'urupfu rw'ikimazi kugira ngo acungure abantu bo mu mahanga yose (gereranya na 5:9-10). . . . Mu gushira hamwe ikigereranyo c'umwagazi w'Intama watanzwe ko ikimazi n'umusirikare anesha intambara, Yohana agerageza gushiraho ikindi kigereranyo gisha c' *ukunesha* biciye ku rupfu rw'ikimazi. . . . Yesu Mesiya aja yaranesheje ikibi biciye mu rupfu rwiwe atanzwe kw'ikimazi. Aja yaratsinze intambara, yamara yayitsinze biciye mu gutangwako ikimazi yamara bitarinze guca mu ntambara y'insasu n'inkoho kandi yacunguriye Imana, arokora abantu b'Imana, yamara bava mu moko yose, mu mahanga yose si Abayuda gusa. Intsinzi y'Imana ibandanya ku caha ari na yo ubuhanuzi busigaye bwa Yohana buvugako ni igikorwa c'intsinzi yiwe yironkeye ku musaraba." (Bauckham 1993a: 214-15)

**D.** ***Ivyah 6:1-8:5: Udushashara ndwi tumatanije igitabu***

Muri iki kigabane Kristo akoresha igikorwa ciwe canke uruhara rwiwe nk'umwami n'umucamanza mu gukoresha ububasha bw'ibibi vyo mw'ijuru kugira ngo ababaze abantu igihe cose imbere yuko atazoba aragaruka kugira ngo yeze abera canke ahane abatizera. Nubwo abakristo bahamwa, urubanza rwa nyuma ni inyishu y'imana ya nyuma ku masengesho y'abera kuri **6:10** kugira ngo ahore amaraso yabo.

1. <u>Abantu bane bagendera ku mafarasi (**Ivyah 6:1-8**).</u> Mu maso habo, udushashara tumatanije igitabu turekura "amafarasi" ane, kuri iyo farasi imwe imwe yose hariho uwuyigenderako.[33] Nubwo biri uko "nta n'umwe muri bamwe bane bagendera ku mafarasi ari umuntu. Umwe umwe wese ahubwo ni impamvu, ni ikimenyamenya c'ukuri kanaka gufatanije n'ubwami bwa Kristo igihe ubwo bwami busa n'ubugaragara, mu kamere kabwo bwisangije, ugucira imanza amahanga, isi. Mbere n'intambara, inzara, urupfu na kuzimu, bikwirikira , si mu vy'ukuri ivyo bintu nyene uko bivugwa. Bikoreshwa gusa, nk'ibikoresho vyo guhana icaremwe muntu, kugira ngo atange imvugo isanzwe yerekeranye n'ibihano vy'Imana (Milligan 1896: 89)

Icongeyeko mu kurobanura abo "bagendera kw'ifarasi bane bavugwa mu Ivyahishuriwe yohana," harimwo kandi ikibazo c'igihe abo bagendera kuri izo farasi barekuwe. Bamwe bibaza yuko abo bagendera ku mafarasi bazorekurwa gatoya imbere yuko Yesu Kristo agaruka ubwa kabiri. Yamara, ico umwanditsi yari afatiye hamwe n'ivyariko biraba ico gihe muri ico gisomwa bigaragaza ibinyuranye n'ivyo. **Ivyahishuwe 6** harafatanye cane n' **Ivyahishuwe 5**. **Ivyahishuwe 5** havuga yuko Umwagazi (Kristo) ubwiwe wenyene ari we yari abereye *"kwugurura igitabu"* (**Ivyah 5:4, 8**) maze *"akamena ibikimatanije"* (**Ivyah 6:1, 3, 5, 7, 9, 12; 8:1**), bafatiye ku gikorwa yakoze ku musaraba (**Ivyah 5:5-6, 9**). Ni co gituma, **Ivyah 6:1-8** havuga ku bubasha bwo kurandura no guhonya bwarekuwe nk'ingaruka y'Urupfu rwa Yesu ku Musaraba hamwe n'ukuzuka kwiwe kwakirikiye hamwe n'ukuduzwa mw'ijuru kwiwe. Ukwo kurobanurwa kw'ivyo bimatanije igitabu bikavugwa yuko vyuguruwe n'urupfu rwa Kristo Yesu, ukuzuka kwiwe hamwe n'ukuduzwa mw'ijuru kwiwe mu buryo bunyuranye n'uko ari ibintu bizoba imbere gatoya y'ukugaruka kwiwe *parousia,* vyemezwa n'ukubangabangana kuri hagati y'"ibimenyetso" Yesu yatanze muri ya majambo yavugira ku Musozi Elayono, avuga yerekana ico kiringo cose kiri hagati y'ukuza kwiwe kwa mbere n'ukuzogaruka kwiwe kwa kabiri, hamwe n'ibizoba vyanditswe mu **Ivyah 6:1-14**:

| ***Ivyo Yesu yavugiye ku musozi wa Elayono (ibimenyetso)*** | ***Ivyahishuriwe Yohana 6 (ibimatanije igitabu)*** |
|---|---|
| **Mat 24:5, 11, 23-24; Mrk 13:6, 22** (abigira Kristo) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu ca mbere (**6:2**) |
| **Mat 24:7; Mrk 13:8; Luke 21:11** (inzara) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu kigira 2 (**6:4**) |
| **Mat 24:6-7, 12; Mrk 13:7-8; Luka 21:10** (intambara n'impuha z'intambara) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu kigira 3 (**6:6**) |
| **Mat 24:22; Mrk 13:12, 20; Luka 21:24** (urupfu); **Luka 21:11** (plagues) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu kigira 4 (**6:8**) |
| **Matt 24:9; Mark 13:9, 13; Luka 21:12, 16-17** (abizera bahamwa kandi bakanicwa) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu kigira 5 (**6:7-10**) |

[33] Ako kajambo gakoreshwa mu rudende ku "wo ari we wese" yagendera kw'ifarasi.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| | |
|---|---|
| **Mat 24:29; Mrk 13:24-25; Luka 21:25** (ibimenyetso mu kirere no kw'ijuru) | Kigereranywa n'ikimatanije igitabu kigira 6 (**6:12-14**) |

Nubwo ibizoba kubera ibimatanije igitabu bine vya mbere bimenywe bishobora kuza kimwe gikurikirana n'ikindi, biragaragara yuko bishobora kuzobera rimwe kubera yuko: (1) ikimatanije igitabu kigira kane kiboneka yuko gifatirahamwe, gipfunyapfunya ibimatanije igitabu bitatu vya mbere, (2) **Ezek 14:12-21; Zek 6:1-8;** hamwe n'ivyavugiwe ku Musozi Elayono (**Mat 24:6-13; Mrk 13:7-9; Luka 21:9-12**), aho **Ivyah 6:1-8** hafatiye kandi herekana ivyo nyene vyabaye canke bizoba nk'aho bizobera rimwe.

Nk'uko **Ivyahishuwe 4-5** habajije ikibazo "ni nde ari umwami w'ukuri w'iyi si?" Ukwakira kwa Yesu igitabu (umuzingo) hamwe n'ukumena ibikimatanije vyishura ico kibazo. Mu kwakira igitabu no mu kumena ibikimatanije, Kristo yagaragaje ko ari Umwami aganje, akoresha ububasha bwiwe kw'isi yose kandi ko ari hejuru y'ibiba vyose mw'isi.[34] Ko Kristo ari we ari hejuru kandi atuma imanza zicibwa n'ibihano bigatangwa bigaragarira mu kugene Yesu Kristo yamenye ibimatanije ico gitabu ari rwo rufatiro rw'ukurungika n'ugutuma hamwe n'ugutegeka abo bagendera ku mafarasi "kuza, kugenda" (**Ivyah 6:1, 3, 5, 7**). Ibisomwa nyamukuru vyo mw'Isezerano rya Kera bivuga ku **Ivyah 6:1-8** na vyo nyene vyerekana ko Imana ari yo iri inyuma y'amateka n'imanza hamwe n'ibihano(raba **Zek 6:1-8; Ezek 14:12-21**). Ibi ni ngirakamaro kubera yuko ibi bisigaye vyose muri iki gitabu, vyerekana agacinyizo, ugutwazwa ituntu, ivyago, n'urupfu. Mbere no mu vyago, Abakristo bategerezwa kumenya yuko Kristo ari hejuru ya vyose, yahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi.[35] Ko Kristo ari we ari hejuru y'ibiriko biraba biha Abakristo ubushizi bw'amanga no n'ivyizigiro. Ibigeragezo nk'ivyo bigaragaza kandi bikavugutira ukwizer kw'Abizera naho muri ico gihe nyene biba bije nk'ibihano kuri abo bahakana, batizera Kristo kandi bagahama ishengero.

2. <u>Uwagendera kw'ifarasi y'igitare (**Ivyah 6:1-2**).</u> Ikiranga uwagendera ku farasi ya mbere carabyeko ibihari vyinshi. Ikibazo ni nimba ari umuntu mwiza ayigenderako canke nimba ari umunt mubi ayigenderako.

a. *Uwugendera kuri iyo farasi y'igitare nk'aho ari mwiza.* "Abantu bamwe bagize ico bavuga kuri ivyo [uburorero, Irenaeus 1885: 4.21.3; Hendriksen 1982: 93-96] babonye yuko uwagendera kuri iyo farasi y'igitare ari Yesu kristo, yamara ingorane y'ico ciyumviro ni uko nimba Umwagazi ari wo wugurura ibimatanije ico gitabu mw'ijuru ntashobora kuba umwe muri abo bagendera ku mafarasi. Ikirenze kuri ivyo, mu buryo bw'imenyeshamana, ntivyokwumvikana yuko umumarayika yaremwe, ategeka Kristo, Umuremyi, gukora ibintu kanaka (6:1)." (Ngundu 2006: 1557)

Ubwa kabiri ababona "uwagendera kw'ifarasi y'igitare nk'inkomezi nziza" ni bo bakomeye kurusha ababona uwagendera ku farasi y'igitare ya mbere nka kristo ubwiwe. Abantu benshi bagize ico bavuga kuri urya yagendera kw'ifarasi wa mbere nk'aho ari inkomezi n'ubushobozi bwiza baherahereza kuri ibi, "Uwagendera kw#ifarasi si Kristo ubwiwe yamara agereranywa n'uwutangaza, uwusemerera ubutumwa bwa Kristo mw'isi yose" (Ladd 1972: 99; raba kandi Milligan 1896: 89-90). Uku kubona ibintu muri ubwo buryo gufatiye ku kugene icuro 14 zose hakoreshejwe iyo mvugo nyene muri ico gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana cose, "igitare, ibara ryera igihe cose ari iligereranyo ca Kristo canke ikindi kintu cose gifatanije na kristo canke intsinzi mu vy'impwemu" (Ladd 1972: 98). Vyongeye, "iyo nyubako y'urufatiro rw'iciyumviro iboneka ku majambo Yesu yavugiye ku Musozi wa Elayono hamwe no mu Ivyahishuwe: igihe c'ingorane kibanza kugaragara ubwa mbere kigizwe n'ivyaha mu bibano vy'abantu hamwe no mu bidukikuje (udushashara ndwi tumatanije igitabu ) . . . Hariho yamara imbere yuko izo ngorane zigaragara ikintu kimwe ciza . . . 'ubutumwa bwiza kuzobanza gukwira isi yose, kuzovugwa mw'isi yose, mu mahanga yose' (Mrk 13:10)." (Ico gitabu nyene: 98-99) Ikindi, akavya gakoreshwa kenshi nk'ikigereranyo c'intsinzi y'ijuru, intsinzi y'Imana (**Zab 45:4-5; Yes 41:2; 49:2-3; Hab 3:9, 13; Zek 9:13**), kandi hariho ahandi mu Ivyahishuwe aho Kristo aboneka yambaye ibitsibo (**Ivyah 14:14; 19:12**) kandi "anesha intambara" (**Ivyah**

[34] **Ivyah 1:5, 13-14; 2:26-28; 3:21; 5:1-4** herekana yuko Kristo aja yaratanguye inganji yiwe yo kuba umwami, canke aja yarimye nk'umwami. Raba kandi **Mat 28:18; Ivyak 2:32-36; Ef 1:18-22** aho hose havuga ko ubu yimye nka Mesiya umwami.

[35] Ububasha bw'abo bantu bane bagendera ku mafarasi "babuhawe buvuye mw'ijuru" mu yandi majambo, *"ahabwa"* (**Ivyah 6:2**); *"ahabwa"* (**Ivyah 6:4**); *"bahabwa ububasha"* (**Ivyah 6:8**). Ububasha abagendera ku mafarasi bahawe ntibabuhawe n'Imana gusa yamara barashingiwe imipaka yaho batarenza, yaho bategerezwa kugarukiriza (raba **Ivyah 6:6, 8**).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**3:21; 5:5; 17:14**)

b. *Uwugendera kw'ifarasi y'igitare nk'umuntu mubi.* Abandi bantu bagize ico babivugako bemeza yuko bishoboka ko uwariko aragendera ku farasi y'igitare, yera, nk'uko bimeze no kuri ba bandi batatu bagendera ku mafarasi, ni ikgereranyo ca Antikristo hamwe n'ububasha bw'umwiza. Aho dufatira ko ari umuntu Antikristo haragoye gutora no gusobanura. "Nk'uko ari ingorane kwemeza ko wa muntu agendera ku ndogoba ya mbere ari kristo, ugushiramwo Antikristo ngaha bica bisenyura iciyumviro c'impamvu zija zaravuzwe muri iki gihe, muri iki kintu kiriko kiraba mu Ivyah. 6" (Smalley 2005: 150).

Ni co gituma, ababona ko "uwagendera ku farasi y'igitare yari ahagarariye ibibi" bafise inkomezi cane cane igihe babona yuko uwagendera kuri iyo farasi yera ari uwigira Kristo, ubuvugishwa bw'ibinyoma, canke ibihagarariye ibibi mu buryo rusangi, aho kuboneka ko ari Antikristo *ubwiwe*. Alan Johnson avuga ku vyiyumviro nyamukuru bijanye n'ukugene abantu babibona: "Abashigikiye iciyumviro c'uko ifarasi y'igitare igereranywa na Antikristo n'abadayimoni bamukorera ni ibangabanganwa n'abo bandi bagendera ku mafarasi batatu, abo na bo bakaba ari ibikoresho vy'ibihano n'imanza n'amateka y'Imana. Aho bafatira kuri 19:11-16 ku wugendera kw'ifarasi y'igitare ari ''Mwizigirwa kandi akaba Munyakuri' kandi akaba yavuzweko 'aca amateka akarwana intambara mu bugororotsi' bishobora kuba bitandukanye n'uwagendera kw'ifarasi avugwa kuri 6:2 atari umwizigirwa kandi ntabe umunyakuri kandi akarwana intambara atari mu kuri kandi atari umugororotsi. . . . Vyongeye, 'umuheto' mu bisanzwe ufatanywa n'umwansi w'abantu b'Imana (Ezek 39:3; raba Ivyah. 20:7-8). Ubwa nyuma, ibangabanganwa n'ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono vyerekana yuko ivyabaye ubwa mbere vyavuzwe ari ukuzoseruka kw' 'abiyita kristo n'abavugishwa b'ibinyoma' (Mat 24:24)." (Johnson 1981: 473)

Ivyongeweko, ayo mafarasi ane yagenda arakwega imikogote avugwa muri **Zek 6:1-8** nta nkeka ko yabuwe mw'Isezerano rya Kera inyuma y'abagendera ku mafarasi bane bavugwa mu **Ivyah 6:1-8**. Muri Zekariya, ayo mafarasi ane agenda arakwega imikogote yose arasa, ameze kumwe. Ikindi, uwagendera kw'ifarasi ya kane ("Rupfu," na "kuzimu" vyaramukurikira, **Ivyah 6:7-8**) haboneka ko ari ingaruka canke impfunyapfunyo y'ibikorwa vy'abagendera ku ndogoba bitangiye imbere iyo ya kane. Nimba ari uko biri, rero uwagendera kw'ifarasi wa mbere, co kimwe n'abo bandi batatu, bategerezwa kuba ari abaserukiye ikibi. Tubishize ku munzani rero, bigaragara yuko "uwagendera ku ndogoba yera yari sekibi, yari mubi" bigaragara ko birusha ubukomezi ibindi vyiyumviro.

3. <u>Abishwe (**Ivyah 6:9-11**).</u> Nkuko vyari biri ku bimatanije igitabu bine vya mbere, ugucibwa amazosi (ikimatanije igitabu kigira gatanu) ni ikintu cerekana ikiringo cose kugeza ku kuzogaruka kwa Yesu Kristo. Iki gisomwa kirafise akamaro kanni kugira ngo umuntu atahure iki gitabu, kubera yuko igice cose gisigaye c'iki gitabu, ahanini, cerekeranye kandi kigaragaza inyishu ku masengesho y'abaciwe imitwe mu **Ivyah 6:10**.[36] Ngaha rero, ni ngirakamaro kwitegereza ingene abaciwe amazosi bagaragaza intsinzi kuri Satani, "igikoko", ibibi vyose vy'umwansi hamwe n'isi. Kamere kadasanzwe k'intsinzi y'abaciwe amazosi karavuzweko cane na Bauckham: "Igihe igikoko cicisha abera, ni nde mu vy'ukuri aba anesheje? Inyishu, mu Ivyahishuwe, ivana n'ingene umuntu abibona abirabiye ku kugene abantu bo mw'isi babibona canke abirabiye ku kugene abo mw'ijuru babibona. Dufatiye ku kugene abo mw'isi babibona, biboneka ko igikoko canesheje abaciwe amazosi (11:7; 13:7). . . . Ivyo Yohana yeretswe vyo mu gihe c'iherezo, vyerekana yuko dufatiye ku kugene *ijuru* ribibona ibintu biratandukanye cane. Dufatiye ku kigene ijuru ribibona abaciwe amazosi nib o banesheje mu vy'ukuri. Kuba abizigirwa mu gushingira intahe Yesu kristo no gushika ku gupfa si ukutagira gitabara no kurwa mu vyara vy'igikoko yamara ni ukugihangara maze ukakinesha. Yohana ashobora kwerekana intsinzi, ukwogorora kw'abamaratiri, abaciwe imitwe mu vyabereye mw'ijuru, kubera bisaba kubibona nk'uko ijuru ribibona—vyabaye igihe umwagazi w'Intamwa wabagwa kuboneka nk'intsinzi mu nyonga z'Imana no ku ntebe y'inganji y'imana (5:6)—kugira ngo bagaragaze intsinzi n'ukwogorora kwabo, yamara ukugene ijuru rivyakira kandi ribibona bitegerezwa kuzobonekera mw'isi mu gihe c'igaruka rya Yesu parousia (19:11-21). . . . Ukunesha kw'abaciwe imitwe bidaciye mu kubabazwa kwabo n'urupfu rwabo yamara biciye mu kwihanganira imibabaro n'ukwihangana hamwe no kuba abizigirwa gushika ku gupfa

[36] Isengesho ry'abishwe, *"Uzogeza ryari ga Mwami?"* risa n'irimeze nk'irya Habakuki asemerera abaza (**Hab 1:2-4**) igihe abantu yari yatumweko, abantu biwe bwite bacurwa bufuni na buhoro, abantu bakarenganywa ikibona ndashe, kandi Isiyayeli ihanganye n'abanyenkomezi b'i Babuloni .

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*mu gushingira intahe Yesu* (raba 12:11). Ugushingira intahe kwabo ukuri kunesha ibinyoma n'uruhendo n'ukuzimiza abantu kw'umurwanizi n'igikoko. Kuri abo banse ukwo gushinga intahe kwabo, bica biba ikimenyetso n'icagirizi kuri bo *kibatsindisha*, aho akaba ataco bashobora kwireguza, bagatsindwa n'urubanza. Iki gikorwa kibi c'ugushinga intahe kuko gitsindisha abantu ni akandi karyo keza vyongeye: kugira ngo abantu bave mu kwizera ibinyoma no kudahendwa, bizere ukuri." (Bauckham 1993a: 235, 237)

4. Ugusenga kw'abishwe n'inyishu y'ukwo gusenga kwabo (**Ivyah 6:10-17**). Isengesho ry'abishwe bahorwa ijambo ry'Imana hamwe n'ibijanye na vyo ni ibidasanzwe mu Ivyahishuwe: "Mu gitabo cuzuyemwo aho bavuga ko bashimye Imana bakayisenga, ukumenywa kw'igifatanije igitabu kigira gatanu mu [**Ivyah 6:9-11**] kirimwo akarorero kamwe konyene k'Isengesho ryo kwinginga hamwe n'inyishu yaryo" (Heil 1993: 220). Mu bryo nk'ubwo, iryo sengesho "ni akarorero k'isengesho ry'abera [mu **Ivyah 5:8**]," kandi "dufatiye ku vyari bizokurikira kubaho, amasengesho y'imitima y'abera ni yo azoshinga gahunda y'ibisigaje kuba muri ico gitabu" (Ico gitabu nyene: 242).

Inyishu y'Imana y'ako kanya nyene mu **Ivyah 6:11** iburira "abashumba" bandikiwe ico gitabu (**Ivyah 1:1**) yuko co kimwe n'"abagurano bagenzi babo" (**6:11**) na bene data b'imitima yiciwe ku gicaniro, bashobora kwitega kwicwa kubera ijambo ry'Imana n'ugushingira intahe Yesu Kristo. Muri ico gihe nyene, "bararemeshwa bakemezwa yuko Imana ata nkeka izobahora, ikabacira urubanza kugira ngo bizigire ko bazokwambarana na we imvune zera hamwe n'impwemu zo mw'ijuru zose zabitangiye imbere mu kuja mw'ijuru." (Ico gitabu nyene: 221-22)

Ukuzocira imanza *"ababa kw'isi bose"* hamwe n'uguhora n'ukugarukira ishengero, vyishura isengesho ry'abaciwe imitwe, bibonekera ahantu henshi hatandukanye muri ico gitab cose gisigaye. Mu **Ivyahishuwe 6** ubwaho, inyishu ku masengesho ya **6:10** ibonekera neza kuri **6:12-17**. Icafatiweko mw'isengesho ry'abaciwe imittwe kuri **6:10**, hamwe n'Imana ibarira abaciwe imitwe kurindira kugeza igitigiri c'abagurano bagenzi babo bazokwica kizokwirira (**6:11**), vyerekana yuko ibivugwa kuri **6:12-17** bitegerezwa kuba ari ukuzocirwa kw'iteka kwa nyuma, ukuzoca urubanza rwa nyuma.[37] "Ico bibi vyabaye ku gice ca 6:12-17 vyerekana yuko uguhamwa kw'abakristo bose kuja kwarabayeho kandi ko ibisigaye ari uguca amateka kwa nyuma, uguca urubanza rwa nyuma ku babahamye, ku babagiriye nabi, ari na ho hanyuma havuga kuri kahise ka nyuma k'isi yose. Ni co gituma, iki gisomwa kidashobora kuba kivuga ku guca imanza z'abatizera mu gihe kiri imbere y'ukugaruka kwa Yesu mu kiringo congeweko c'imibabaro canke co kugeragezwa, kubera yuko batari bwaheze guhama abera gushika muri ico kiringo ni ukuvuga yuko gushika muri ico gihe bari bakiriko barahamwa." (Beale 1999: 396)

Kubera kamere k'ukubangabangana kabandanya muri ico gitabu, igihe cose c'uguca amateka ku batubaha Imana no guhora abizera ni inyishu ku masengesho y'abishwe mu **Ivyah 6:10**. **Ivyah 7:9** hatanga inyishu ku masengesho yabo nk'uko habigaragaza *"ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura . . . bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'Umwagazi w'Intama . . . bari n'amashami y'ibigazi mu minwe, basemerera n'ijwi rirenga bati Agakiza ni ak'Imana yacu ivyagiye kuri irya ntebe n'ak'Umwagazi w'Intama.'"*[38] **Ivyah 14:3** herekana bamwe 144,000 baririmba indirimbo nsha bari imbere y'intebe. **Ivyah 15:2-4** na ho nyene herekana *"abatabarutse banesheje ca gikoko . . . bahagaze kuri ico kiyaga c'ibirahuri, bafise inanga z'Imana, baririmba indirimbo ya Mose umusavyi w'Imana, n'indirimbo ya wa Mwagazi."* Ivyo bigereranyo vyose vyerekana uguhora kw'abera nk'inyishu y'amasengesho y'abishwe.

Mu **Ivyah 16:3-6**, ugusenga kuboneka ko kwishuwe mu gucirwa imanza kw'ababa mw'isi. Ukuvuga ko ugusenga Imana kwahoye "amaraso yacu" havuga ku vyerekeranye n'**Ivyah 16:3-4** havuga yuko uwa akavya ka kabiri n'aka gatatu bwasutswe n'abamarayika bahindura ikiyaga, inzuzi n'imigezi "amaraso." **Ivyah 16:6** haheraheza havuga ibi, *"Bavishije amaraso y'abera n'ay'abavugishwa nawe, kandi amaraso nyene ni yo ubahaye ngo banywe: birababereye."* Ni co kimwe no mu gucirwakw' iteka kwa Babuloni (**Ivyah 18:21-24**), umurongo wa 24 uvuga yuko *"muri ico gisagara amaraso*

---

[37] Abavuga ko vyose bija vyarashitse, vyarabaye, ku rundi ruhande, bafatira ku kugene abantu bazobwira imisozi ngo, *"babarira imisozi n'ibitandara bati Ni muturweko"* (**Ivyah 6:16**) nk'ikimenyamenya c'uko "iki gice, gisomwa kitariko kiravuga ku muhero w'isi, yamara kiriko kiravuga ku *muhero wa Isirayeli* mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu" (Chilton 1987: 198). Igituma ni uko aho ivyo vyavugwa vyafatiye ku kuvugishwa, canke ubuhanuzi bwo muri Hosea yavugishijwe kuri Isirayeli (**Hos 10:8**) Yesu na we yarabuvuzeko, mu kubusubiramwo igihe yari agiye kumanikwa ku musaraba (**Luka 23:28-30**), cane cane afatiye ku gusangangurwa kwa Yerusalemu kwabaye mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu (Ico gitabu nyene: 198-99).

[38] Mu **Ivyah 6:11**, Imana yabariye abaciwe amazosi kuruhuka kugeza igihe igitigiri ca bene Data bazokwicwa kizoba gikwiye. Ico nyene ni co cariko kiravugwa mu **Ivyahishuwe 7**.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*y'abavugishwa n'Imana n'ay'abera n'ay'abishwe bo kw'isi bose ni ho yabonetse."* Igihe bariko baranezerererwa ugucirwa kw'iteka kwa Babuloni , amasinzi yo mw'ijuru cane cane yanezerejwe n'uko Imana *"yahoye amaraso y'abasavyi bayo"* (**Ivyah 19:2**). Iyo ni inyishu ku masengesho y'abishwe kuri **6:10** aho babaza bati *"uzogeza ryari ewe Uhoraho . . . kudacira urubanza no kudahora amaraso yacu kuri abo baba mw'isi?"* Ijambo ry'Ikigiriki "guhora" (*ekdikeō*) riboneka mu Ivyahishuwe honyene kuri **6:10** no kuri **19:2**, maze hagashira hamwe ivyo bisomwa bibiri. **Ivyah 20:4-6** rero hashimikira ku guhora kwiza gushika kuri abo bishwe bazira kristo.

5. Umubabaro mwinshi (**Ivyah 7:14**). Aha ni ho hantu honyene muri Bibiliya aho amajambo *"umubabaro mwinshi"* aboneka. Muri ya majambo yesu yavugira ku musozi wa Elayono (**Mat 24:21**) Yesu yaravuze ku *"amarushwa ahambaye atigeze kubaho"* (hatarinze gushirwaho kuvuga uwo mubabaro ingene umeze) bifatiye ku gusangangurwa kw'i Yerusalemu mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu. Ivyo bigereranyo bivanwa, bikomoka muri **Dan 12:1** aho havuga ku *"gihe c'umubabaro utigeze kubaho uhereye igihe amahanga yabereyeho, ukageza ico gihe."* Ahandi hantu honyene ayo majambo ari hamwe akoreshwa aboneka mu **Ivyah 2:22** igihe Kristo abarira ishengero ry' i Tuwatira yuko azobarungikira abasambana na Yezebeli *"amarushwa menshi"*. Ikoreshwa ry'(inyitangizo) kuri **7:14** ryerekana yuko ico ari ikiringo c'imibabaro yo mu gihe c'iherezo cahanuwe, cavuzwe na Daniyeli.

Nubwo ashobora kuba yashimikiye ku ntambara ya nyuma izorwanwa n'igikoko hamwe n'abanywanyi baco barwanya ishengero, uwo mubabaro wo mu gihe c'iherezo utigeze kubaho kw'ishengero ntuhagararira ku kiringo gitoya kizoza imbere y'*Ukugaruka kwa Yesu parousia*. 'Amarushwa adasanzwe' abacunguwe baciyemwo ntazoba mu gihe c'iherezo gusa. Igihe c'uguca imanza kija caratanguye gitanguranye n'igihe ca Yohana kandi kirashobora gushika ku bizera no kubatizera (raba 2.22) mu gihe ico ari co cose, kugeza ku muhero w'isi. Ni ukuri kugaragara muri iki gihe, si ikintu kizogaragara muri kazoza gusa, kizokwerekana uburyo ukwo guhamwa kuzoba kumeze (2.2-3), inzara (6.5-6), ugushirwa mu mabohero (2.10) mbere n'urupfu (2.13; 6.9). . . . Ukwerekwa ishengero mu Ivyah. 7:9-17 hafatiye kw'igugu ry'abizigirwa harimwo n'abishwe bahowe ijambo ry'imana yamara harimwo abizera bose." (Smalley 2005: 196)

Ivyo kandi vyerekanirwa mu **Ivyah 1:9** n'ibindi vyinshi bivugwa ku gutahura Isezerano Risha rivuga ku mageragezwa akomeye n'imibabaro itigeze kubaho. Mu **Ivyah 1:9** aho Yohana yiyita *"mwene so musangiye amarushwa n'ubwami n'ukwihangana biri muri Yesu."* Mu yandi majambo, Yohana yemeza neza yuko amarushwa aja yaratanguye mu misi yiwe yarimwo: "Dufatiye kw'ishengero ryatabarutse, ryogoroye rivuye mu mibaro y'iki gihe ryerekanwa rivuye [mu marushwa mu mibabaro itigeze kuboneka] ija yaratanguye, yaruguruwe." (Schlier 1965: 143-45) Ibi vyerekana ko iyo mibabaro, ayo marushwa "aja yaratanguye ariko ataranonosorwa", co kimwe na bimwe bivugwa ku bwami: kubera yuko tuja turi mu "misi y'iherezo" nk'ingaruka y'ikimazi Yesu yatanze ku Musaraba co guhongera ivyaha, amarushwa n'imisi y'imibabaro ija yaratanguye; yamara, turashobora kwitega ko ayo marushwa n'iyo mibabaro bizoba bibi kurushiriza imbere gatoya yuko Yesu Kristo agaruka.

6. *"Bamesuye imvune zabo bazezesha amaraso ya wa Mwagazi"* (**Ivyah 7:14**). "Gushirwa mu maraso bituma amaraso aba igikoresho gituma izo mvune zera" (Porter 1999: 158). Ibindi bisomwa vyo mw'Isezerano Risha bigaragaza iciyumviro gitandukanye n'amarushwa n'imibabaro ivugwa hano kugira ngo basigure ingene amaraso ya Yesu yeza umuntu. Mu b'i **Kol 1:24** Paulo avuga yuko imibabaro yiwe yababajwe kubwo ishengero *"ivyasigaye ku marushwa ya Kristo nanje ndabishitsa mu mubiri wanje."* Muri **2 Kor 4:8-12** na ho nyene asigura yuko imibabaro y'abizera ari *"ukwitwararika mu mubiri wa Yesu wariko urapfa"* kugira ngo na twe, *"ng'ubugingo bwa Yesu buserukire mu mubiri wacu upfa."* Co kimwe no mu **Ivyah 7:14** hamwe n'ahandi hose mu Ivyahishuwe, abo baciye mu mibabaro, mu marushwa no mu rupfu kubwa Kristo Yesu bagaragaje ko bifatanije, bimatanije na we. Bamushingiye intahe mu majambo no mu mibiri yabo bwite, mu mibabaro n'urupfu yihanganiye. Mu bwizigirwa bwabo mu mibabaro barimwo bagaragaje ko ukwizera kwabo kwari ukwo ukuri. Ukubabazwa kwabo kwarabahinguye, kurabeza. Bashikanywe ku kumera nk'ishusho ya Kristo (**Rom 8:29**), kubera yuko, nk'uko na kristo vyamugendekeye, *"baragandutse gushika ku gupfa""* (**Flp 2:8**). Kubera yuko Yesu atagira agasembwa, ari umugororotsi mu buryo bwose, ukumwishikanira guharurwa ko ari ubugororortsi kandi ingaruka ni uko abamwizera bazohabwa imvune zera (raba **Ivyah 19:8**).

Muri ubwo buryo nyene, **Ivyah 12:11** bivuga yuko *"na bo bamuneshesheje [Satani] amaraso y'Umwagazi w'Intama n'ijambo ryo gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa."* Bauckham asigura yuko, "Intsinzi idahagaze mu rupfu rwabo gusa yamara ihagaze mu gushingira Imana intahe no gushika ku rupfu (raba 2:13; 11:7), bakagumana ugushingira intahe Yesu

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(12:7; 19:10), mu gukwirikiza inzira ya Yesu aho Ivyahishuriwe Yohana 1:5 hita 'icabona c'ukwizigirwa'. Agaciro k'ugushinga intahe kwabo gakomoka mu gushing intahe kwa yesu, ni ugushishikara ukumushingira intahe, ni ugushishikara gushing intahe kwiwe kandi intsinzi y'ubwizigirwa bw'ugushinga intahe kwabo nk'uko n'urupfu na rwo rwa Yesu na rwo rwabaye intsinzi." (Bauckham 1993a: 228-29) vyongeye tubona urusobangane rw'Ivyahishuwe ku bijanye no k'unesha n'intsinzi. Nk'uko na Yesu Umwagazi yanesheje biciye mu rupfu rwiwe rwo ku musaraba yitangiye abantu (**Ivyah 5:6, 9**), ni ko n'intsinzi y'abantu b'Imana izomera nk'iy'uwo Mwagazi: ukuba abizigirwa no kugea ku gupfa, ku kwicwa.

Isano n' **Ivyahishuwe 12** na ryo nyene ryerekana ingene Yohana ariko aravuga kw'ishengero nka isirayeli nsha y'ukuri. Tubona ivyo n'imiburiburi mu buryo bubiri. Ubwa mbere, imvune zabo zera zimesuye zivugwa mu **Ivyah 7:14** zisa n'ibivugwa mu **Kuv 19:10, 14** aho abantu ba Isirayeli basabwa "*kumesura impuzu zabo"* kugira ngo bitegurire ukugenderwa n'Imana ku Musozi Sinayi. Mu vyo Yohana yeretswe, "ishengero ryinshi ryambaye imvune zabo zera zimesuye ni ishengero ry'Imana ry'ukuri rimeze nka Isirayeli iri ku Musozi Sinayi" (Ulfgard 1989: 84). Ubugira kabiri, **Ivyah 12:6, 14** havuga ku mugore ahunga, agahungira mu "bugararwa" aho "azogaburirwa". Ivyo bitwibutsa Abisirayeli bayerera, bazimagirika mu bugararwa igihe imana yazigama, ikagaburira ihanga rya isirayeli imyaka mironwine bamaze mu vbugararwa bamaze kuva muri Egiputa. Umusi mukuru w'insago, umusi mukuru wo gusoroma ivy'akera ni wo bazihiza mu kwibuka ivyo vyabaye (**Kuv 23:16; 34:22; Lew 23:33-43; Guh 29:12-38; Gus 16:13-15**). Mu **Ivyah 7:9**, ishengero ryinshi riboneka rihagaze imbere y'Umwagazi rifise amashami y'ibigazi mu maboko yabo. Amashami y'ibigazi yari afitaniye cane cane isano n'umusi mukuru w'insago (**Lew 23:40**). Nkuko amashami vy'ibigazi yakoreshwa mu misi mikuru y'insago kugera ngo bibuke ukugene imana yari igerereye hagati muri bo mu bugararwa, ni ko biri no "mu guha insiguro nsha Rukristo ya Bibiliya babarira abasoma/abumva yuko basangira ivyo na bo baciyemwo na Kristo" (Ico gitabu nyene: 90). Dufatiye kuri iryo sano, ishengero ryinshi ryasemerera riti *"Agakiza ni ak'Imana yacu"* (**Ivyah 7:10**) hashobora kuba hafatira kuri **Zab 118:25**. Iyo zaburi yasubirwamwo ikavugwa ku mutwe ku misi mikuru y'insago, hamwe na *lulav* (amashami y'ibigazi) yarazungagizwa muri ico gihe, muri ako kanya (Ico gitabu nyene: 91).[39]

**E.** ***Ivyah 8:6-11:19: Inzavya ndwi***

Mu nzamba zitandatu za mbere (**Ivyah 8:6-9:21**), Imana yishura amasengesho y'abera ku murongo w'**Ivyah 6:10** mu gukoresha abamarayika bazana ibihano n'uguca amateka ku Bahama ishengero. Guhera kuri **10:1-11** Yohana ariko aratuma ubugira kandi guhanura no kuvugishwa ku bijanye n'integuro y'Imana kugira ngo izane ubwami bwayo, yime nk'Imana. Ku mirongo ya **11:1-13** itegeko ry'Imana ryemeza ko igerereye mu bantu bayo kandi ko iri mu gushing intahe kwabo bayishingira nubwo bahamwa. Mu nzamba ya ndwi (**11:14-19**), Imana ica amateka ya nyuma kandi igashing ubwami bwayo n'ingoma yao bitazohanguka.[40]

1. <u>Ibihano bizanwa n'inzamba (**Ivyah 8:6-9:21; 11:15-19**).</u> Mu buryo k'ubwo bw'ubuhanuzi, mw'Isezerano rya kera mu vyago vyabaye mu kuvayo vyaraguwe kugira ngo bikoreshwe kuri Isirayeli mu gihugu cayo (**Amosi 4:10**) hamwe no kuri Isirayeli yari mu kinyago (**Gus 28:27-60**). Ubu na ho bikoreshwa kw'isi yose:

| | |
|---|---|
| Inzamba ya mbere (urubura) (**8:7**) | Hasa n'ivyabaye ku cago kigra ndwi (**Kuv 9:22-25**) |
| Inzamba ya 1 n'iya 3 (amazi ahinduka amaraso) (**8:8-11**) | Hasa n'icago ca mbere (**Kuv 7:20-25**) |
| Inzamba igira 4 (umwiza) (**8:12**) | Hasa n'icago kigira cenda (**Kuv 10:21-23**) |
| Inzamba igira gatanu (inzige) (**9:1-11**) | Hasa n'icago kigira 8 (**Kuv 10:12-15**) |

Inzamba na zo nyene zibangabanganye n'amateka yabaye mu Kuvayo mu kugene Abisirayeli batashitsweko n'ivyago, yamara ko ivyo vyago vyabaye ku Banyegiputa gusa (**Kuv 7:18, 21, 24; 8:3-4, 8-9, 11-12, 21-23, 29-31; 9:3-7, 10-11, 14, 23-26; 11:4-7**), ni ko n'Abakristo, yamara si abatizera, na bo bazorindwa, bagakinjishwa ku manza, n'amahano akomoka ku nzamba zizovuzwa (**Ivyah 9:4**). Mu

[39] Ukwo gushusha gushigikiwe n'uko igihe Yesu yinjira i Yerusalemu ubwa nyuma, abantu *"bafashe amashami y'ibigazi barasohoka baja kumusanganira"* (**Yoh 12:13**). Mu **Ivyah 7:9-10** ishengero ryinshi vyongeye *"rihagaze. . . imbere y'Umwagazi"* bafise amashami y'ibigazi mu maboko yabo. Ijambo ry'Ikigiriki "amashami y'ibigazi" ni *phoinix*. Mw'Isezerano Risha, iryo jambo rikoreshwa muri **Yoh 12:13** no mu **Ivyah 7:9** honyene.

[40] "Abantu babiri bashingiye intahe ijambo ry'Imana" (**Ivyah 11:3-2**) baja baravuzweko bihagije aho hejuru ku bijanye n'ishengero ryo mu Ivyahishuwe. Inamba ya ndwi yaravuzweko na yo nyene ku bijanye n'ukugene ibintu vyubatswe bigenda bibangabanganye muri ico gitabu. Abakuru 24 na bo nyene baravuzweko mu **Ivyah 4:1-5:14**. Kubw'ivyo, ntitwongera kubigarukako ngaha.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Ivyahishuwe ibi ntibisigura yuko ayo amateka, izo manza n'ayo mahano atazoshika ku Bakristo mu buryo ubwo ari bwo bwose. Abakristo bashobora kubabazwa ku mubiri nk'uko n'abatari abakristo na bo nyene bazobabazwa ku mubiri muri ayo mahano no muri ukwo guca amateka, yamara urufatiro n'ico ayo mateka ashingirako biratandukanye ku Bakristo no kubatari abakristo: "Imanza zikomoka mu kuvuza inzamba ni amateka azoba, ibihano bizoba kw'isi. Ishengero, ni ukuri, na ryo nyene rishobora guca muri iyo mibabaro yamara si mu kuzocirwa imanza. Bashobora kuzoca muri iyo mibabaro nk'uko na bo bazoba bakiri mw'isi kandi bagendera muri yo. Amageragezwa yamara si imanza, si ugucirwako iteka. Ku bana b'Imana ni igikangiro c'ukuboko kw'Umuvyeyi. Muri ico gikangiro , ishengero rizoba mu mutekano no mu mahoro, kandi bizofasha ko ryera rigere igenywa kugira ngo mbere ryuzure, rikwire rishike ku mugabane waryo w'ubwiza bw'ijuru." (Milligan 1896: 155-56)[41]

Inzamba zitandatu za mbere zibangabanganye n'udushashara dutanu twa mbere tumatanije igitabu. Yamara, ico bishingiyeko kiratandukanye: "aho ibimatanije ibitabu vya mbere bitanu bihagaze cane ku marushwa n'amageragezwa abizera bategerezwa gucamwo, ubu na ho inzamba zitandatu za mbere zishimikiye ku bihano no gucirwako iteka ku batizera inyuma n'imbere y'ishengero riboneka bategerezwa kwihanganira" (Beale 1999: 472-73). Inzamba igira indwi ibangabanganye n'ibimatanije igitabu vya gatandatu n'ivy'indwi. Ivyo bimatanije igitabu vyose uko ari bibiri vya nyuma bivuga kuri *parousia* (Ukugaruka kwa Yesu ) kuzozanana n'uguca amateka kwa nyuma, guca imanza kwa nyuma hamwe no gutangura kwinjira mu bwami butazohanguka, buzohoraho.

a. *"Inyenyeri yatibukiye mw'isi ivuye mw'ijuru" ihabwa urupfunguruzo rw' "urusumanyenzi rw'i kuzimu" (**Ivyah 9:1-2; 11; 11:7; 17:8; 20:1, 3**).* Mu Ivyahishuwe, ikigereranyo ca "kuzimu" canke "urusumanyenzi" haboneka incuro ndwi (**Ivyah 9:1, 2, 11; 11:7; 17:8; 20:1, 3**). Ni aho inzige z'amadayimoni zigerereye, ziba [impwemu zihumanye, impwemu mbi] n'umwami wazo (**9:1-11**); igikoko ciburuka kivuye muri urwo rusumanyenzi (**11:7; 17:8**); Ni ho Satani abohewe (**20:1-3**; raba kandi **Luka 8:31; 2 Pet 2:4**). *"Inyenyeri yatibukiye mw'isi ivuye mw'ijuru"* (**9:1**) ni igihe Satani *"yakororerwa kw'isi"* (**12:9**), kandi ni vyo Kristo yavuze, *"Nabonye Satani avuye mw'ijuru akoroka nk'umuravyo"* (**Luka 10:18**). "Iyo nyenyeri yakorotse ni itandukaniro hamwe n'ikirwanya Yesu, Yesu ubwiwe we ni 'Ikinyenyeri gica ibibatsi co mu gatururuturu [**Ivyah 22:16**],' kandi 'afise imfunguruzo z'urupfu n'iz'i Kuzimu [**Ivyah 1:18**]'" (Milligan 1896: 148). Umumarayika yakorotse "yahawe" urupfunguruzo rwo kwugururira no kurekura inzige z'i Kuzimu. Iyo ni imvugo mugirwa yemerewe ivuye mw'ijuru." Mu yandi majambo, "ku ruhusha rukomoka ku Mana yonyene ni ho [impwemu mbi] zemererwa kurekurwa kugira ngo zonone, zitikize isi (9:1-11; 20:1-3)" (Moo 2009: 157n.22).

Ukwugururwa kw'urusumanyenzi mu **Ivyah 9:2** bishobora mu buryo bunyuranye kugaragaza ugushusha n' "ukubohwa kwa Satani" mu **Ivyah 20:1-3**, atari "ukubohorwa" canke "ukurekurwa" kwa satani kuri **20:3, 7**. Igituma ni uko ibintu bivugwa mu **Ivyah 9:1-12** atari ibintu vyabaye gatoya imbere ya *Parousia (ukuza kwa Yesu)* yamara ata nkeka vyabaye integuza. Ikindi kintu gikomeye kurusha mu bijanye n'imenyeshamana ni uko amadayimoni yapfunguruwe, ku murongo wa **9:1** adashobora kubabaza abizera yamara ababaza gusa abo "batariko, batadomweko ikimenyetso c'Imana mu ruhanga rwabo" (**9:4**). Muri ubwo buryo nyene, "ukwugara i kuzimu n'urusumanyenzi" kuri 20:1–3 bishobora kwerekana iciyumviro c'uko Satani n'abakozi biwe canke ingabo ziwe badashobora kwidegemvya no gukora ivyo bishakiye kugira ngo ngo 'bazimize abo batadomweko ikimenyetso c'igikoko mu ruhanga rwabo [**20:4**].' 9:1-10 na 20:1-3 bibera rimwe kandi herekana abo satani yemerewe kuzimiza n'abo atemerewe kuzimiza." (Beale 1999: 986)

b. *Inzige ziburuka zivuye mu rusumanyenzi rw'i kuzimu (**Ivyah 9:1-12**).* "Inzige" ni abadayimoni. Ivyo vyerekanwa n'uko baba kandi bakomoka I mu rusumanyenzi rw'i kuzimu nk'uko n'igikoko gikomoka, kiduga kivuye mu rusumanyenzi rw'i kuzimu (Raba **Ivyah 11:7; 17:8**); umwami wabo ni "umumarayiko w'i kuzimu" izina ryiwe risigura "umuranduzi" (Abadoni) canke "umuranduzi" (Apoluwoni; **Ivyah 9:11**); kandi ibikorwa vyabo ni ugusesereza

---

[41] Ibimeze nk'ivyo ni vyo twabonye kuri **Ivyah 7:14**. Amarushwa n'amageragezwa kubera ukwizera Kristo, biravugutira kandi bikeza abantu bigatuma bashushanywa na Kristo mu mibabaro na we yaciye n'urupfu yapfuye. Ivyo ni vyo Yesu Kristo yari yaravuze igihe yari ku musozi wa Elayono kandi mu bisomwa nk'ivyo **Mat 10:16-39** na **Yoh 15:18-25**. Abashingira ku biringovy'agakiza n'ugucungurwa, bibaza yuko ishengero rizonyakurwa, imbere yuko ivyo vyose bibaho maze bagahabwa "kwicara iruhande"bitegereza iyo mibabaro n'ayo marushway'abandi bantu, ntibabona yuko ikindi ciyumviro c'uko Abakristo bategerezwa kugera ikirenge mu ca Kristo mu mibabaro na we yaciyemwo canke no mu gushushanywa n'intsinzi yiwe..

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

no kubabaza abantu (**Ivyah 9:5, 10**).

Nubwo inzige zibangabanganye n'icago kigira umunani mu vyabaye muri Egiputa, ikigereranyo ca mbere kiboneka yuko cabuwe, cavanywe mu gitabu ca Yoweli. Yoweli avuga ku kiza, n'icago c'inzige nyinshi (**Yoweli 1:4**). Inzige mu gitabu ca Yoweli zifise ishusho "nk'iryo amafarasi, co kimwe n'amafarasi y'intabara" (**Yoweli 2:4**; gereranya n' **Ivyah 9:7**). Zazananye n'amajwi y'imikogote (**Yoweli 2:5**; gereranya na **Ivyah 9:9**). Izo nzige zifatanijwe n'ugucura umwiza kw'izuba, ukwezi n'inyenyeri (**Yoweli 2:10**; gereranya na **Ivyah 9:2**) kandi zitangirira ukuza gukomeye kw'Umwami hamwe n'uguca amateka kuzozanana n'ukwo kuza kwiwe (**Yoweli 2:1, 11, 30-32**). "Inzige" z'abadayimoni ntizemerewe kugirira nabi no kubabaza abizera, kubera yuko abizera baja barashizweko ikimenyetso (**Ivyah 9:4**). Ivyo bigaragaza ko Kristo afise ububasha bwose kuri Satani hamwe no ku mpwemu mbi zose , n'ibibi vyose ico gitabu c' Ivyahishuwe kivugako.

"Amezi atanu" avugwa mu **Ivyah 9:5, 10** ntagerezwa gufatwa nk'uko ari amezi atanu nyene kubera yuko nk'uko tuja twarabivuzeko mbere vyinshi, nimba atari ivyo biharuro vyose, hamwe n'ibiringo vyose ahandi hose mu gitabu ntibisigura uko vyanditse nyene. "Ahanini ni ukuraba ico kiringo nk'aho kivuga yuko uguca amateka gufise aho kugarukira twisunze ingene ivyahishuwe vyanditswe". (Milligan 1896: 147).

c. *Efurata (**Ivyah 9:13-14;** raba kandi **16:12**).* Kuvuga yuko Efurata "risigura uko vyanditswe nyene" kwoba ari ukuja kure y'amahame agenga ukwimba igisomwa igihe umuntu ariko arasigura igitabu kirimwo ivyerekanywe n'imvugo ngereranyo. Efurata "ni ikigereranyo c'ugucirwa kw'iteka; kandi abamarayika bane bari baboshwe, ariko ubu babohowe, ni ikimenyetso/ ikimenyamenya—kane ni igiharuro c'isi—ico igihano n'ugucirwakw iteka bivugako, nubwo bizogira ingaruka kuri kimwe ca gatatu c'abantu baba kw'isi, kandi bikazoshika kw'isi yose." (Milligan 1896: 151) Igitigiri, igiharuro "kane" cerekana isi kibonekera mu kugene isi ivugwa ko ifise "imfuruka zine" (**Ivyah 7:1; 20:8)** kandi n'"imiyaga ine" (**Ivyah 7:1**). Ukuvuga ku ruzi Efurata kwitangira akavya kagira gatandatu aho uruzi Efurata rwongera kuvugwa (raba ico tubivugako ngaho hepfo ku vyerekeranye n' **Ivyah 16:12**). Iryo sano ryerekana yuko iyo nzamba ishika ku kiringo cose kiri hagati kandi "kirimwo uguhana kuzoshika neza igihe akavya ka gatandatu kazomenwa.

d. *Bamwe "200,000,000" (**Ivyah 9:16**).* Nubwo Bibiliya nyinshi zinyuranye zisigura yuko abagendera ku mafarasi ko bangana na 200,000,000, ivyo si ukuri. Amajambo bakoresheje mu Kigiriki ni *dismuriades muriadōn* ("Imiriyaridi zibiri z'imiriyaridi nyinshi" canke "Incuro zibiri ibihumbi cumi kurwiza ibihumbi cumi"). "Ata na kimwe kivuyemwo, *murias* ('ibihumbi cumi') cerekana ibintu vyinshi ikirenga aho rikoreshwa ata ngereka gaharura gatondesha murongo. Muri Bibiliya yiswe (Septuagint) LXX ubwinshi nabwo nyene burafise insiguro yabwo y'ibintu bitoharurika kubera isinzi ryavyo, abantu benshi batoharurika [uburorero, **Ita 24:60; Lew 26:8; Guh 10:36; Gus 32:30; 33:2, 171 Abam 18:7-8; Zab 3:6; Dan 7:10; Mik 6:7**]. . . . Ikoreshwa ry'ubwinshi bugijwe na kabiri *muriades muriadōn* ('ibihumbi cumi vy'ibihumbi cumi') mu Ivyah. 5:11 mu kuvuga igiharuro kitoharurika cemeza ukwo gukoresha iyo mvugo ngereranyo nyene y'ubwinshi bwigwije kabiri ngaha. Ako kajambo kabanziriza *dis-* ('Ikintu kigwijwe kabiri') congereza ukwerekana imvugo ngereranyo ndenzarugero y'ibintu bitoharurika. Ni co gituma, insiguro ngereranyo isabwa ngaha n'ugusigura ico giharuro mu buryo kivugwa nyene, kubera yuko uburyo canditswe mu bwinshi kiguma kitoharurika." (Beale 1999: 509) Abafatira ku biringo bamwe barageragejе gufata ico giharuro uko nyene canditswe bagerageza kugikoresha ku ngabo z'Abashinwa bariho uyu musi kandi ivyo tuvyita ubusazi (raba Lindsey 1970: 84-87; Walvoord 1966: 166; raba kandi Smith 1980b: 120 [*"abami bava i burasirazuba"* bavugwa kuri **Ivyah 16:12** ko ari ingabo zo muri Chine, Ubuyapani, hamwe n'Ubuhindi]; Pentecost 1958: 331 [*"abami bava i burasirazuba"* ni "ububasha bukomeye bugizwe n'ingabo zikorera hamwe z'abanyamahanga yo muri Asiya"]).

e. *Abo bantu bagize ingabo zigendera ku mafarasi n'intumbero yazo (**9:17-21**).* Abantu benshi babisesanguye bafata "amafarasi" n'abayagenderako ko ari abadayimoni, mu buryo bumwe n'"inzige" zivugwa kuri **9:1-11**. Boxall ni umwe mu bashigikiye ico ciyumviro: "nk'uko bikwiye inkomoko y'ayo madayimoni, ayo mafarasi ari mu buryo kamere bubiri nk'izo nzige (ivyo Yoweli yeretswe ku musi w'Uhoraho ni vyo uwanditse yafatiyeko, abanditse bsunze ivyo Yoweli yeretswe: uburorero Yoweli 2:4-5; raba Ezek. 38:14-16). Imitwe yabo imeze nk'iy'intambwe, (aha vyongeye ni imvugo inyuranije n'imvugo ya Mesiya w'ukuri Intambwe:

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

5:5; raba. 9:8), hamwe n'imirizo yayo yari imeze nk'iy'inzoka, n'imitwe ikomoza abantu, itera abantu ububabare (raba 9:10 zari zifise imirizo nk'iya sikorupiyo, n'imboyi, kandi mu mirizo yazo ni ho harimw' ubushobozi bwo gusesereza abantu amezi atanu; kuri 12:9 Satani agereranywa nka ya nzoka ya kera). Imitwe yo ku mirizo kumbure ivugwa yuko ari imitwe y'inzoka zirimwo ubumara zikomora abansi bazo." (Boxall 2009: 148)

Intumbero nyamukuru y'abo bagendera ku mafarasi yerekeranya n'ugucungura, n'incungu: kumbure kugira ngo batume abantu bihana nk'uko uwo muntu abivuga (Stylianopoulos 2009: 23n.23); canke yemeza ko abantu mu gusenga ibishushanyo kwabo no kuguma mu vyaha batihanye (**Ivyah 9:20-21**)—kandi nimba ata kwihana kuriho, nta nkeka ko hazoba ugucirwakw iteka, igihano. Ivyo vyatumye Steinmann aheraheza avuga yuko ingabo zigendera ku mafarasi atari abadayimoni yamara ko ari imvugo ngereranyo y'Abakristo bashinga intahe mw'isi: "bazana ubutumwa bw'urupfu muri mpwemu kuri abo badashaka kwihana. Ko basangiye bimwe mu bigenga sikorupiyo z'abadayimoni zigizwe n'inzamba ya gatanu imaze kuvuzwa (ivyuma bikingira ibikiriza, raba 9:7, 17; imirizo ikomeye, 9:7, 19) hagaragaza yuko isi ibabona nk'abadayimoni, nk'uko na Yesu na we rimwe na rimwe abantu bamubona muri ubwo buryo nyene (raba. Mat 12:22–30; Mrk 3:23–27; Luka 11:14–23)." (Steinmann 1992: 74)

Nimba inzige n'abagendera ku mafarasi ari abadayimoni, aho rero ico kigereranyo kiberekana bagendera mu kirenge nk'ica se wabo, yamye ari *"uwo yahereye ubwa mbere na mbere ari umwicanyi . . . kandi ntiyahagaze mu kuri, kuko ata kuri kuri muri we, iyo avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kukw ari umunyabinyoma, kandi ari we se wavyo"* (**Yoh 8:44**). Beale avuga yuko inzige n'abagendera ku mafarasi bidashaka kuvuga intambara yo mu gihe c'ubu yamara ko mu buryo bw'ikigereranyo ari uguhenda abantu n'ukubasuka. Yamara nubwo ivyo bishobora kuba vyumvikana, bishobora kuba atari vyo, avuga ati, "ugushira hamwe inzoka (9:19) n'amasikorupiyo (imirongo 3, 5, 10) vyerekana ko hari ugushira hamwe gukomeye imvugo ya Bibiliya hamwe n'iciyumviro ca kera aho ivyo bigiye hamwe yari imvugo ngereranyo y'uguca imanza n'igihano mu buryo rusangi hamwe n'ugusukana, ukubesha mu buryo budasanzwe" (Beale 1999: 515; raba **Guh 21:6; Gus 8:15; Zab 58:3-6**; raba kandi **Luka 10:17-19**). Ni uko rero abadayimoni barabesha maze bagakomantaza imitima y'ababa kw'isi bigatuma banka kwakira Kristo, bagasenga ibishushanyo maze bakaguma mu vyaha vyabo.

**Ivyah 9:20** herekana yuko icaha nyamukuru canke umuzi w'icaha c'abantu ari ugusenga ibishushanyo n'ibigirwamana vyigaragariza mu bikorwa nk'ivyo kwica, kuraguza no kuragura, ubusambanyi n'ubusuma (**Ivyah 9:21**). Ugusenga ibishushanyo, muri kamere kavyo, bikomoka mu bubeshi no mu kuva mu kuri ukemera ibinyoma. Ivyo vyose vyibutsa indirimbo ya Mose mu **Gusubira mu Vyagezwe 32**. Aho, Imana yagabishije Abisirayeli kudasenga ibigirwamana, (**Gus 32:21**; gereranya n'**Ivyah 9:20**), hagereranya ivyamwa vy'ugusenga ibigirwamana n'*"ubumara bw'inzoka"* (**Gus 32:33**; gereranya n'**Ivyah 9:19**), kandi hakavuga yuko azobarungikira *"imihaha y'ibikoko"* n' *"ubumara bw'ivyikwega hasi"* (**Gus 32:24**; gereranya n'**Ivyah 9:17-19**).

Nimbas abagendera ku mafarasi mu buryo bw'ikigereranyo bavuga ku gushing intahe kw'Abakristo, ivyamukamwo ni bimwe. Umuriro uva mu kanwa kabo (**Ivyah 9:17**) umeze nk'umuriro ukomoka mu kanwa ka ba bandi "babiri bashingira intahe Yesu" mu **Ivyah 11:5**. Ibikorwa vy'abagendera ku mafarasi vyitwa "ivyago" (**Ivyah 9:18, 20**); vyongeye, ivyabona bibiri vyari bifise ububasha bwo kuzana "ivyago" kw'isi (**Ivyah 11:6**). Ko inzige z'abadayimoni zitashobora kwica, yamara ko abagendera ku mafarasi bashobora kwica, ivyo vyerekana nk'uko Steinmann yabivuze ko "Satani ashobora kugirira nabi umutima, impwemu yamara ko Abakristo biciye mu kwigisha ijambo ry'Imana ry'amateka ku batihanye bishobora kuzana ububasha bw'Imana bwo guca urubanza n'amateka ashobora kwica umutima, impwemu" (Steinmann 1992: 74).

Mu buryo bw'agakekezo, rero, nimba abagendera ku mafarasi ari amadayimoni canke ari abashingira intahe Yesu b'Abakristo si co gikuru ahanini dufatiye ku bindi bikorwa vyabo n'intumbero yabo. Mbere naho boba ari abadayimoni, duegerezwa kwibuka yuko ari Kristo yamenye ibimatanije igitabu maze akarekura amafarasi n'abagendera ku mafarasi mu **Ivyah 6:1-8**; Ni Imana yemera ko inzige zirekurwa kuri **9:1**; Ni Imana iha ububasha igikoko kugira ngo kirwanye abera no kubanesha kuri **13:7**; kandi ni Imana izorekura Satani mu **Ivyah 20:3, 7**. Rero uko biri kwose, kw'iherezo ni Imana itanga uburenganzira n'uruhusha rwo kurekura

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

amafarasi n'abayagenderako kuri **9:13-14** kugira ashitse intumbero ziwe n'ivyo yagabiye.

Tubona ukuboko kw'Imana hejuru y'ibikorwa vyose vy'abagendera ku mafarasi mu kugene abayagenderako bafise *"umuriro n'amazuku"* biva "*mu kanwa kabo"* (**Ivyah 9:17-18**). "Iminwa yabo" yerekana ivyo abagendera ku mafarasi bavuga: bishobora kuba vyari ibinyoma bihenda abantu kugira ngo basenge ibigirwamana, ibishushanyo (nimba abo bagendera ku mafarasi ari abadayimoni), ari na vyo abantu batihanye; canke na ho ni ugushingira intahe Imana kw'abizera (nimba abagendera ku mafarasi ari Abakristo bashingira intahe Imana), ivyo na vyo bikagaragaza ko bitatumye abantu bahindukirira ukwihana. *"Umuriro n'amazuku"* ni ivyanditswe bigaragaza ata nkeka urubanza rw'Imana (raba **Ita 19:24; Gus 29:23; Zab 11:6; Yes 30:33; 34:8-9; Ezek 38:22; Luka 17:29**). Vyongeye bikoreshwa mu Ivyahishuwe mu kwerekana urupfu rwa kabiri, "ikiyaga caka umuriro" w'ibihe bidashira aho Satani, n'igikoko, n'umuvugishwa w'ibinyoma, hamwe n'abo bose amazina atanditswe mu gitabu c'ubugingo bazotererwa kubera urubanza rw'Imana no kubera basenze ibishushanyo n'ibigirwamana hamwe n'ivyaha bakoze (**Ivyah 14:10; 19:20; 20:10; 21:8**).

**Ivyah 21:8** hagaragaza ko hasa n'ivyanditswe kuri **9:20-21 mu** gusubiramwo abasenga ibigirwamana, abicanyi, abarozi, abapfumu, n'abasambanyi umugabane wabo uzoba mu kiyaga caka umuriro n'amazuku. Nk'aho yashaka gushimangira ico ciyumviro, **21:8** haheraheza urwo rutonde n'urupfu rwa kabiri mu kuvuga "ababeshi bose, abanyabinyoma bose" (mu yandi majambo, abo bose bakurikira inzira y'ugusenga ibigirwamana bakava mu kuri bagakurikira ububeshi, ibinyoma). Ni co gituma, haba mu buryo burashe canke bwihishije, abagendera ku mafarasi ni ibikoresho vy'urubanza canke vy'amateka y'Imana. Ko bafise ububasha bwo kwica (**9:18, 20**), aho inzige z'ubwa mbere mu gice ca (**9:4-6**) zitari zifise ubwo bubasha bwo kwica, vyerekana yuko "ugushirwako"ikimenyetso c'urubanza rw'Imana kubera basenze ibigirwamana (mu yandi majambo, nimba uwasenze igishushanyo adafise ikimenyetso c'ukurindwa no gukinjishwa n'Imana [**9:4**], ku rupfu rwiwe aba yadomweko ikimenyetso c'iyo azoba ibihe bidashira mu buryo bw'impwemu).

Atabanje kwitaho cane abo bagendera ku mafarasi abo ari bo, icari kiraje ishinga Yohana mu **Ivyahishuwe 9** ubwa mbere ni ivyerekeranye n*'imenyeshamana*, si ibijanye n'ivyo tubonesha amaso, dusobora gukorakora. Ariko arakoresha ivyo yeretswe n'ibigereranyo atari kugira ngo avuge ukubabazwa canke mbere n'urupfu rw'umubiri *ubwa wo* yamara ashaka gushimangira no kwerekana ukubabazwa n'urupfu rw'umubiri n'umutima bizoshika iyo uwizera asubiye inyuma bakava kuri Kristo bakamwihakana. Nk'uko Yesu yabivuze ati, *"Ntimuze mutinye abica umubiri, badashobora kwica ubugingo, cane cane mutinye ushobora guhonereza ubugingo n'umubiri muri Gehinomu"* (**Mat 10:28**). Ico gice cose cerekeranye n'ukugumiza mu mutwe ico yariko aravuga, ico yari ashingiyeko cane—aho n'uwo bashirako umutima, uwo bizera?—uwo bashira imbere.

2. <u>Agatabu gatoya (**Ivyah 10:2, 8-10**).</u> Agatabu gatoya ko mu igice ca **10** gafatanije nimba katameze nk'igitabu kivugwa mu **Ivyahishuriwe Yohana 5**:

- Ivyo bitabu vyose biruguruye.
- Ivyo bitabu vyose bifiswe na Kristo (nk'Umumarayika w'Uhoraho mu gice ca **10**).
- Kristo ameze, agereranywa n'Intambwe (**5:5; 10:3**).
- Ivyo bitabu vyose bivuga ku muzingo wo muri **Ezekiyeli 2**.
- Ivyo bitabu vyose bivuga ku "mumarayika w'inkomezi" "asemerera."
- Imana yitwa "iyibaho ibihe bidashira" (**5:13; 10:15**).
- Ivyo bitabu vyose bivuga ku bihe vy'iherezo vyahanuwe na **Daniyeli 12**.
- Muri ukwo kwerekwa kwose hari umuntu yegereye ikinyabugingo maze akura mu minwe y'ico kinyabugingo igitabu.
- Muri ukwo kwerekwa kwose ugutumwa kwa Yohana kuvugishwa kurimwo imvugo isa n'iyimeze kumwe dufatiye kw'ijwi ryavuganye na we rivuye mw'ijuru (**4:1; 10:8**).
- Iyo mizingo yose yerekeye kuri kazoza "k'amahanga, imiryango, indimi, amoko/ abami" (**5:9-10; 10:11**). (raba Beale 1999: 527; raba kandi Jonhson 2001: 159-60)

3. <u>Igisagara kinini (**Ivyah 11:8**).</u> Mu **Ivyah 11:8**, Yohana ubwa mbere avuga *"igisagara kinini"* ico "mu buryo bw'ibanga" canke "muri mpwemu" kigereranywa na *"Sodomu na Egiputa, aho na ho nyene Umwami wabo yabambwe."* Ivyo bisa n'uko vyerekana *"igisagara kinini"* nka Yerusalemu. Yamara, ahandi na ho mu Ivyahishuwe *"igisagara kinini"* kuguma gikoreshwa mu kuvuga "Babuloni hahambaye" (**Ivyah 16:19; 17:18; 18:10, 16, 18, 19, 21**; raba kandi **Ivyah 14:8; 17:1, 5; 18:2; 19:2**.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Raba Reader 1982: 407-14).[42] Gushika aha, dutegerezwa kwibuka ico ari ico ubwoko bw'imvugo y'ivyahishuwe hamwe n'imvugo ngereranyo n'ico zirimwo hamwe n'intumbero nyamukuru ya Yohana yari afise mu mutwe gihe yandika ico gitabu: "Fukwiye kumenya yuko ibigize Mpwemu atari imvugo ngereranyo gusa zoroshe, yamara zerekana ibiringo n'ibihe vyariho yamara bikagaragarira muri kazoza. . . . Inkuru ivugirwa i Yerusalemu kubera yuko ukugene bafata abavugishwa n'Imana i Yerusalemu cane cane mbere Yesu ari akayobera bahinga: iki ni co abashingira intahe Yesu bashobora kwitega kw'isi izobakorera. Igisagara ico ari co cose aho amabarabara yaco azoba yuzuyemwo ibiziga vy'abashingiye intahe Yesu, ni vyo biyaranga, ibiyagize birabirwa muri Mpwemu nka Sodomu na Egiputa." (Bauckham 1993a: 172)[43]

4. <u>Mbega vy'ukuri abatizera bazokwihana imbere y'uko *parousia* ishika (**Ivyah 11:13;** raba kandi **6:14-17; 9:20-21; 16:11**)?</u> Inyuma y'urupfu rw' "abashingiye intahe Imana babiri," baciye baduzwa mw'ijuru *"kandi abansi babo babitegereza, barorera . . . maze abarokotse baterwa n'ubwoba, bahimbaza Imana Nyen'ijuru"* (**Ivyah 11:12-13**). Ivyiyumviro kuri uyu murongo biratandukanye ku bijanye n'ico usigura nimba ukwo ari ukwihana kw'ukuri canke atari ukwihana kw'ukuri.

a. *Guha Imana icubahiro nko kumenyekanisha ubutware Bwayo, n'ububasha bwayo yamara atari ukwihana nyakuri.* Hariho ibituma vyinshi bivugwa n'abanonosoye ijambo ry'Imana yuko ukwihana nyakuri atari kwo kuvugwa ngaha..

- *Ugutigita guhambaye kw'isi n'ukugene uguca imanza kwa nyuma kuzogenda, kuzomera.* Ibigize kahise k'Isezerano rya kera ku bijanye "n'ugutigita kw'isi guhambaye" kuboneka muri **Ezek 38:19**. Mu vyabaye muri ico gihe, igihe Gogi yaza kurwanya Isirayeli, ugutigita kw'isi guhambaye ni kimwe mu bigize ibigaragaza ko Imana ari ho yari iri igihe yizira, yimanukira mu gucira imanza za nyuma. Gogi na Magogi bavugwa muri **Ezekiyeli 38-39** na bo nyene bakoreshwa mu Ivyahishuwe nk'abagize *parousia* n'uguca amateka kwa nyuma (**Ivyah 20:8-9**). Nk'uko twabibonye kare, igituma habayeho "ugutigita kw'isi" gukoreshwa mu gitabu c'Ivyahishuwe cose, harimwo **Ivyah 11:13**, nk'ikigaragaza guca amateka kwa nyuma. W. Reader avuga yuko ukwihana kw'ikivunga kw'ibice 90 kw'ijana kw'abari kw'isi idateye imbere cane mu mpera y'isi ni co ciyumviro gihekeweko "kandi nta handi hantu na hamwe ico ciyumviro kigaragara muri ico gitabu cose. Ico ciyumviro kinyuranije n'iciyumviro c'uko abo bihanye, bakijijwe ari umurwi mutoya (7:1-15; 14:1-5; 18:4) kandi ico ciyumviro ntigishobora kujana n'ivyavuzwe vyisubiriza yuko n'ubwo ivyo vyago vyabaye babibona, ntivyatumye isi yihana (9:20f; 16:9, 11, 21)." (Reader 1982: 413) Kanatsinda, **Ivyah 11:11-12** herekana uguhora / canke ukuzuka kw'ishengero ku muhero w'isi igihe abavyitegereza bitwa "abansi babo." Turabiye kuri ivyo bivuzwe hamwe n'ukwerekana abo bavugwa, ibikorwa "vy'abansi" kuri **11:13** ntibishobora kugaragaza ukwihana nyakuri n'uguhindukirira Imana.
- *Guha Imana icubahiro.* Nubwo "guha Imana icubahiro" kenshi na kenshi bisigura gusenga vy'ukuri, ntivyama bisigura ico igihe cose. Rimwe na rimwe mu bihe kanaka bisigura ukugene abatizera bifata n'inyishu batanga mu kugaragaza no kwemeza ububshobozi n'ububasha bw'Imana batarinze na gato kwihana no guhinduka mu mitima yabo (raba **Yosuwa 7:19; 1 Sam 6:5; Ivyak 12:23**). Akarorero k'ivyo ni Nebukadineza muri **Dan 2:46-47**. Ngaho, Umwami yaramenye ubutwari bw'Imana maze aca apfukamira Daniyeli aho gupfukamira iyo Mana nyene. Yamara, ukumenya ko Imana ihambaye kwagarukiye aho nyene, kwamaze akanya gato. Vyabandanirije muri **Daniyeli 3** aho bagerageje gutegeka ku nguvu Daniyeli na bagenzi biwe gusenga ikigirwamana c'izahabu bavyanse bakicwa canke bagatabwa mw'itanure ryaka umuriro. Ni co gituma mu **Ivyah. 11:13**, abo barokotse bahimbaje Imana bagumye batizera, ntibihanye n'ubwo bari babonye ivyo Imana ihejeje gukora, barayitinye gusa (raba Beale 1999: 603-04).

b. *Guha Imana icubahiro nk'ukwihana nyakuri.* Ibindi bituma vyerekana yuko ukwo ari ukwihana nyakuri:

- *Inyifato zitandukanye kuri ivyo.* Mu **Ivyah 14:6-7** umumarayika yavuze ubutumwa

---

[42] Abavuga yuko ivyo bija vyarashitse, vyarabayeho babona ko *"umurwa, igisagara gihambaye"* na *"Babuloni hahambaye"* ari Yerusalemu (Mathison 1999: 152-54; Preston 2010: 102-03, 167-69, 327n.129). Akamere kadasanzwe ka Babuloni hahambaye karavugwako aho hepfo kuri "17:1–19:10: ugucirwa kw'iteka kwa nyuma kwa Babuloni ."

[43] Ko igisagara gihambaye "ari ic'ibanga" kandi kikaba "ic'ivy'impwemu" cagereranijwe canke cashushanijwe na Yerusalemu ubwaho ni ukuvunirwa akagohe ko igishimikiweko atari Yerusalemu nk'uko izwi, igaragara.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

yavuze ko hari intambuko zibiri zishikana ku kwihana, *"kwubaha Imana, muyihimbaze, muyihe icubahiro."* Ukwihana mu **Ivyah 11:13** kujanye n'ico umumarayika ahamagarira abantu gukora kandi ntibijanye n'ukugene abantu bifashe nk'uko bigaragara mu gice ca **16:9**. Kuri **16:9**, abantu barogose kw'izina ry'Imana igaba ivyo vyago, ntibihana ngo bayihimbaze; kuri **11:13**, abantu bumviye ico umumarayika yababariye kuri **14:7**, mu yandi majambo, *"abarokotse bagize ubwoba bwinshi"* maze *"baha Imana nyen'ijuru icubahiro."* (Resseguie 2009: 166) Bauckham avuga yuko iyo nyifato ikomoka ku vyabaye kuri **11:13** yuko bemejwe n'ukuri kw'igishingantahe ca "ba bantu babiri" bashingira intahe Imana kubera "babonye abishwe bafatanije intsinzi na Kristo ku rupfu" nk'ingaruka y'ukuzuka kw'abo bantu babiri bashingiye intahe Imana (Bauckham 1993a: 281).

- *Ubwoba; icubahiro; Imana yo mw'ijuru.* Naho "ubwoba" bushobora canke ntibushobore guhesha Imana icubahiro (gereranya **Ivyah 1:18; 14:7; 15:4; 19:5** na **1:7; 2:10; 18:10, 15**), igihe ivyo bishizwe hamwe n'uguha Imana icubahiro ivyo bica biha insiguro nziza gusenga Imana, gutazira Imana, kuyiha icubahiro (Bauckham 1993a: 278). Ikindi, mu Ivyahishuwe, "guha Imana icubahiro" igihe cose "bifatira ku gusenga Imana mu mpwemu no mu kuri no kuyiha icubahiro kiyikwiye (4:9; 14:7; 16:9; 19:7)" (Ico gitabu nyene: 278-79).

5. Igikorwa c'ishengero, tutabanje kuraba ico cashitseko, ivyamwa. Ukwicwa "kw'abashingiye intahe Imana babiri" ni akandi kayobera bahinga k'ugushinga intahe kw'Abakristo. *"Gukurikira Umwagazi aho aja hose"* (**14:4**) bishobora gutuma umuntu yicwa, apfa kandi ibiboneka nk'ukuneshwa muri iyi si yamara nk'uko vyabaye no kuri Kristo ubwiwe, ubwo nib wo buryo, ni yo nzira Imana icishamwo intsinzi ku caha n'ikibi. Bauckham yizera yuko ugushinga intahe kw'ukuri kw'abizera gushika ku gupfa ni yo nzira Imana icishamwo kugira ngo amahanga atubaha Imana ashike ku kwihana n'ukwizera (Bauckham 1993a: 279-83). Ku rundi ruhande na rwo, niyo hatabaho ukwihana kw'ikivunga kw'abatizera imbere yuko Kristo agaruka, ugushingira intahe ukwicwa kw'Abakristo kuracari ngombwa kandi kuracafise akamaro: kugaragaza ko ukwizera kwabo ari ukwom ukuri, kandi ko gushingiye ku kuzomererwa neza kwabo ibihe bitazoshira (raba uburorero, **Ivyah 6:9, 11; 7:9-17; 11:11-12; 15:2-4; 20:4-6**); kandi gutanga ikimenyamenya c'uko Imana izokwagiriza kandi igacira imanza, igahana isi y'abatizera (Beale 1999: 960; see also Johnson 2001: 274; Bauckham 1993a: 237; Schüssler Fiorenza 1991: 78).

Imana ntishoka yishura akokanya nyene ugutaka kw'abishwe *"uzogeza ryari ewe Databuja?"* (**Ivyah 6:10**). Ahubwo, "Igikorwa c'Umwagazi n'intsinzi bitegerezwa kubandanywa bibandanirizwa mu bakwirikira Umwagazi" (Bauckham 1980: 31). Tutabanje kuraba igitigiri c'abihanye bivanye n'ukwo gushinga intahe, "ukudashika ningoga kwa *parousia* ni kugira ngo ishengero ribone gukora igikorwa caryo" (Ico gitabu nyene: 33).

### F. *Ivyah 12:1-15:4: Umugore, igisato, n'igikoko*[44]

Ivyo Yohana yeretswe mu **Ivyahishuwe 12-14** bihera ku kuvuka (**12:1, 4-5**)[45] no kuduzwa mw'ijuru (**12:5**) kwa Kristo kandi mbere bishobora no kugaruka mw'Itongo rya Edeni (**12:9**). Ni ngaha ukutumvikana hagati y'umugore n'igisato canke inzoka bihera, bitangurira kandi vyakomereye. Ivyo Yohana yeretswe muri iki kigabane bishika kuri parousia no ku guca amateka (**14:14-20**) hamwe no ghora abantu b'Imana (**15:2-4**). Nk'uko Hendriksen aja yarabivuze, guhera mu **Ivyahishuwe 12** turonka insobanuro ikomeye kuri kahise ko mu

---

[44] Kubera ibintu vyinshi bitandukanye vyo mu **Ivyahishuwe 12:1-15:4** bija vyaravuzweko aho hejuru ku kigabane ca **VI.C.** ***Ishengero mu Ivyahishuwe: abantu bakurubakuru n'ibigereranyo***, ivyo twabivuzeko ntitubigarukako mw'ido n'ido ngaha. "Ibikoko" bivugwa mu **Ivyah 13:1-18** tuzobihanahanako ivyiyumv mw'ido n'ido mu kigabane kizokurikira.

[45] Nubwo umuntu abiraba **Ivyah 12:1-5** haboneka yuko hafatiye ku kuvuka kwa Yesu Kristo, G. B. Caird na we yerekana ko bishoboka ko **Ivyah 12:5** mu vy'ukuri hadafatiye ku kuvuka kwa Yesu yamara ko hafatiye ku gupfa kwiwe ku musaraba n'ukuzuka kwiwe hamwe n'Ukuduga mw'ijuru kwiwe gupoperanirijwe mu musaraba. Igituma ni uko **12:5** hafatiye kuri **Zab 2:7-9**. "Muri Zaburi si ku kuvuka kwiwe yamara ni ku gushirwa ku nganji kwiwe ku Musozi Siyoni aho ukurobanuzwa amavuta kwizwe nk'Umwami kuvugwa n'Imana, 'Uri Ubura bwanje, uyu musi ndakuvyaye', kandi ahabwa ububasha bwo kuzovunaguza amahanga inkoni y'icuma (Zab. ii. 7-9). Ukuvuka kw'Umwami ni umusi ashirwa hejuru, aduzwa, yimikwa." (Caird 1966: 149; raba kandi **Rom 1:3-4**; Allison 1985: 72-73) Nk'uko Longman na Reid babivuga, ibi ntivyumvikana gusa ku bijanye na **Zab 2:7-9** yamara kandi "vyerekana bigasigura ikintu kitosiguritse guhera ku kuvuka gushika ku kuduzwa mw'ijuru" (Longman na Reid 1995: 183). Dufatiye ku vyariko biraba, ivyo bica vyumvikana nk'uko **Ivyah 12:5** na ho herekana ako kanya nyene ko Satani yakorowe kuri **12:7-12**, ikintu cabaye kubera ivyo Kristo yakoze ku musaraba, yashikije ku musaraba.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

vy'impwemu mu ntambara y'ishengero irwana n'ububasha bw'umwiza, ububasha bwa wa Mubi, wa Murwanizi (Hendriksen 1982: 23; muri ubwo buryo nyene, **Ivyah 13:1-10** hatanga insiguro yuzuye kuri **Ivyah 11:7**).

**Ivyah 11:3-13** na **12:1-15:4** "herekana ahanini ikintu kimwe mu buryo bw'ibigereranyo binyuranye" (Bauckham 1993a: 273n.52). Ivyo bisomwa vyose vyerekana ububasha bw'ugukora ikibi "intambara" irwanya ishengero (**Ivyah 11:7; 12:17**). Aho hose Ishengero rirarindwa (mu kanya gato mu **Ivyah 11:3-7**; mukarere muri **12:6, 14-16**). Aho hose ishengero rirahorwa, rikarwanirwa kandi riboneka mw'ijuru (**Ivyah 11:11-12; 14:13-16; 15:1-4**). Aho hose abarirwanya bacirwa urubanza, bacirwako iteka (**Ivyah 11:13-19; 14:7-11, 17-20**).

**Yes 26:16-27:1** hashobora guhagarara inyuma y' **Ivyahishuwe 12**. Muru Yesaya, Isirayeli yerekanwa nk'umugore ari ku bise ariko aratakiswe n'uburibwe (gereranya na **Yes 26:16-17** hamwe na **Ivyah 12:1-2**); hariho isezerano ry'ukuzuka (gereranya na **Yes 26:19** hamwe na **Ivyah 12:5**); Abantu b'Imana barahishwa kandi bakarindwa "akanya gato, igihe gito" (gereranya na **Yes 26:20** na **Ivyah 12:6, 12, 14-16**); kandi Imana izohana "inzoka," "igisato" (gereranya **Yes 27:1** na **Ivyah 19:20-21; 20:10**).

1. <u>Ukuneshwa n'ugutererwa hanze kw'igisato (**Ivyah 12:7-12**).</u> "Igisato" kivugwa ko *"ari ya nzoka ya mbere yitwa murwanizi irindi ni Satani"* (**12:9**).

a. *Ukuneshwa kw'igisato (Satani) kwabereye ku Musaraba.* "Ukuneshwa kw'Igisato (12:7-9) nta nkeka ko ari ico nyene cabaye Intsinzi y'Umwagazi (5:5-6), kandi ivyo vyose birashobora gushirwa, no kuboneka muri kahise mu rupfu n'ukuzuka vya Yesu Kristo (vyabandinirije mu gushinga intahe no mu kwicwa kw'abamushingiye intahe 12:11)" (Bauckham 1993a: 186). Ni co gituma, "Intsinzi y'umumarayika Gaburiyeli ari intsinzi yo mw'ijuru kandi ikaba imvugo ngerernyo n'ishusho y'ukuri kw'ivyo mw'isi vyabaye ku Musaraba." (Caird 1966: 153-54; raba kandi Ladd 1972: 172)

Ibivugwa canke ivyariko biraba mu **Ivyahishuwe 12** na vyo nyene vyerekana neza yuko Satani *"yakorowe"* atari ikintu cabaye imbere y'uko isi ibaho canke ko ari ikintu kizoba imbere y'uko isi ishira, ihera. **Ivyah 12:5-6** hafatanya ukuzuka kwa Kristo n'ukuduzwa kwiwe mw'ijuru n'umugore ahungira mu bugaragwa. **Ivyah 12:9, 11, 13-14** na ho nyene hafatanya ugukororwa kwa satani n' *"amaraso y'Umwagazi Lamb"* hamwe n'uguhunga kw'uwo mugore. "Kubera yuko bikurikirana n'ugukororwa kwa satani yaciye akurikirana, ahiga uwo mugore na we aramuhunga amuhungira mu bugararwa (imirongo 13-14), ivyo yeretswe ubwa mbere biturongorera ku gusigura ukwo gukororwa kwa Satani n'abamarayika bayobanye na we nk'aho biterekana ubugarariji bwa mbere bwabaye imbere y'uko umuntu (Adamu) arwa mu caha, acumura yamara ko hariho intsinzi n'ukuduzwa mw'ijuru kw'uwo mwana w'umugore" (Johnson 2001: 388).

*"Umurwanizi yabamanukiye ari n'inzigo nyinshi, azi ko afise igihe gito"* (**12:12**) herekana ivyo nyene: "ico gihe ntigikwiye kuboneka yuko ari akanya gato kazoba imbere y'igihe c'iherezo ry'Abakristo, igihe umujinya n'uburake n'izigo vya satani bizokaburwa kurusha uko vyari biri ubu kubera yuko isaha ya nyuma yegereje. Umujinya uhambaye, inzigo nyinshi n'uburake bwinshi bimutuma gukora ivyo akora ni birya vyatumye atsindwa biciye mu rupfu n'ukuzuka kwa Yesu hamwe n'ukuduzwa mw'ijuru kw'Umwami wacu. Ivyo vyamuvyuriye ishari, inzigo, umujinya n'uburake igihe 'yakororerwa kw'isi,' kandi guhera ico gihe c'ukuneshwa 'aho ni ho igihe gito ciwe" gitangurira'. (Milligan 1896: 209-10) ibi bijanye n'ukugene Ukuza kwa mbere kwa Yesu kwanbanjirije "imisi y'iherezo"; ni co gituma dufatiye kuri ivyo, "igihe gito" ca Satani kigereranywa "n'imisi y'iherezo" (vyinshi kuri ivyo raba Menn 2017, ikigabane **IV.B.** ***Ukwisubiriza kw'amungane n'ivyiyumviro***).

Ugukororwa kwa Satani mu **Ivyah 12:10** (*"kuk'Umurezi wa bene Data akororewe hasi"*) hafatanije n'ibivugwa muri **Yoh 12:31** (*"none ubu umutware w'iyi si agira ahindirwe hanze"*).[46] Muri **Yohana 12**, Yesu avuga yuko ni "yamanikwa hejuru" ku musaraba bisigura yuko azoba "atanguje ugucira imanza umwansi kandi ko bizoshirwa mu ngiro ata kinya. Ukwo kubangabangana kuremeza kandi ikigereranyo kiboneka mu Ivyah. 12:7-10 gisigura akamaro k'urupfu rwa Kristo n'ukuzuka kwiwe kandi ntihavuga ku bintu biri muri kazoza ka kera." (Beale 1999: 660)

b. *Akamere k'ukuneshwa kwa Satani.* Caird avuga kuri ibi bikurikira ati, "Mu gitabu ca yobu umwe mu bamarayika bo muri sentare yo mw'ijuru yitwa Satani, kubera yuko afise ugushika mw'ijuru nk'umurezi canke umwe mu bacamanza bo muri sentare y'Imana [**Yobu 1:6–12**]. . . .

---

[46] Amavuga y'Ikigiriki akoreshwa muri ivyo bisomwa bibiri arasa, amajambo akomeye, akomoka mw'ijambo rimwe: **Yoh 12:31—***ekballō* ("kwirukana"); **Ivyah 12:10—***kataballō* ("gukororwa; kwica").

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Satani yongera kugaragara nk'umurezi mu vyo Zekariya Yeretswe, aho umuherezi mukuru Yosuwa ariko arasamba, ariko aracirwa urubanza [**Zek 3:1–7**]." (Caird 1966: 154)

"Ugukororerwa hasi" kwa Satani kuboneka yuko kwerekeranye ahanini n'ubububasha bwiwe bwo kurega bene Data co kimwe no kuzimiza amahanga (**Ivyah 12:10**). Satani afise ikirego kimwe gikomeye ashobora kurega abantu: icaha kitahariwe. Ku musaraba Yesu yakiriye ubwo bubasha bwa Satani *"ihanaguye n'icete kitwagiriza, igikura hagati yacu nay o, ikibamba ku musaraba"* kandi *"yambuye abakuru n'abafise ububasha"* (**Kol 2:14-15**). Ico Yesu Kristo yashikije ku musaraba kirafise rero ingauka ikomeye ku bubasha bwa Satani bwo kurega abera: "Dufatiye ku bivugwa mu Ivyah. 12:11, ibirego vyo ku murongo wa 10 biboneka yuko vyerekeranye n'ukutabera canke n'ukutagira uburenganzira kw'abera yuko bacungurwa, bakizwa, bagira uruhara mu gakiza. . . . Urupfu n'ukuzuka kwa Kristo kwabujije umwansi, umurwanizi ububasha yari yahawe n'Imana ubwa mbere kubera yuko urupfu rwa Kristo cari igihano Imana yatanze kubera ivyaha vy'abo bose bakijijwe n'ukwizera. . . . Ni co gituma umurezi atari agifise urufatiro rw'ukurega abera kubera yuko igihano bari bakwiriye kandi yabasabira caja cahanywe biciye mu rupfu rwa Yesu Kristo." (Beale 1999: 659; raba kandi **Rom 3:21-26; 8:1, 33-34, 38-39**)

Ingaruka ku bizera ni uguhinduka gukomeye kw;abo ari bo n'umutekano wabo, nubwo bitoba biboneka iyo hakoreshejwe amaso y'umubiri. Yamara, kimwe mu vyatumye Yohana yandika ico gitabu cose c' Ivyahishuwe ni ukugaragariza abizera yuko "ibintu bitameze uko bisa" (Johnson 2001: 9). Amarushwa n'ingorane zigaragara si ikimenyetso canke ikimenyamenya c'uko Imana yahevye abantu canke ko bari mu kaga mu vy'impwemu. Beasley-Murray agerageza gutahura neza ico kigereranyo afatiye ku gukororerwa kw'isi kwa Satani mu **Ivyah 12:7-12**: "Afise ibintu bibiri mu mutwe ngaha. Ubwa mbere, ukutagira ikibanza mw'ijuru kwa satani ni intsinzi ikomeye ku muntu, ni intsinzi Yesu yatsindiye umuntu, kubera yuko Satani atagishobora kurega umuntu imbere y'Imana, ivyo na vyo bikerekana yuko Imana itacumviriza ibirego vya satani arega abantu b'Imana, kuko abo bantu b'Imana baraharirwe. Ubwa kabiri, ukuneshwa kwa Satani mw'ijuru bisigura yuko ububasha bwiwe bwacitse, bwasanganguwe ku bijanye n'umuntu muri kahise, kugira ngo naho akaza umurego mu kugerageza kuganza no gutegeka amahanga hamwe no gusangangura no kwonona igikorwa c'Imana, igikorwa ciwe kirafise aho kigarukira (nk'akarorero nta bubasha agira kw'Ishengero), kandi imisi yiwe iraharuye (imirongo ya 13ff.)." (Beasley-Murray 1974: 202; raba kandi Beale 1999: 660 ["Uku gutahura ugukororwa kwa Satani akorowe avuye mw'ijuru kugereranywa na kumwe dusoma muri [**Luka 10:17-20**]. . . . Ni ukuvuga yuko, ugukoroka kwa Satani gusigura yuko agakiza ka Yesu Kristo ku bamukurikira atawushobora kukabashikura kandi ko Satani adashoboa kubakanga, kandi ko bafise ububasha ku mpwemu mbi ari ikimenyamenya ca mbere c'uko Satani yaneshejwe kandi ko agakiza kabo bashobora kukishimira."])

2. <u>Ikiyaga na kuzimu (**Ivyah 12:12; 9:1-2, 11; 11:7; 13:1; 17:8; 20:1, 3; 21:1**).</u> **Ivyah 12:12** havuga ibi, *"ibara rizobonwa n'isi n'ikiyaga, kuku'Umurwanizi yabamanukiye."* Aho kuri **12:9** havuze yuko ca gisato c'amahero *"cakororerwe kw'isi,"* bigaragara dufatiye kuri **12:12** yuko vyongeye yakororewe mu kiyaga. Ikiyaga kenshi na kenshi kigereranywa n'iciyumviro c'ibintu bimeze nabi hamwe n'umurwanizi (raba Beale 1999: 789; Schüssler Fiorenza 1991: 83; raba kandi Schnabel 2011: 279 ku nsiguro zitandukanye z'ijambo "ikiyaga" zigaragara mu Ivyahishuwe). Co kimwe n'ibikoko bivugwa muri **Dan 7:2-8** vyiburuka bivuye mu kiyaga, ni ko n'igikoko co mu **Ivyah 13:1** na co nyene ciburuka kivuye mu kiyaga. Ahandi na ho mw'Isezerano rya Kera herekana ikiyaga ko ari ho haba igisato kibi nubwo Imana ari yo iganza ikiyaga n'ibikibamwo vyose (**Yobu 38:8-11; Zab 74:12-15; 89:9-10; 104:5-9; Imig 8:27-29; Yes 27:1; 51:9-10; Ezek 32:2**). Ikiyaga nk'akavuyo n'ikibi birabandanya bikavugwako kuri **21:1** aho havuga yuko, mw'ijuru risha n'isi nsha *"ata kiyaga kizoba kikiriho"* ikiyaga nk'isoko ry'ububi bwa Satani arwanya intebe y'Imana yavanyweho, agatsindwa maze agasubirizwa n'uruzi rw'agakiza, uruzi rw'amazi y'ubugingo rwiburuka ruva ku ntebe y'Imana [**Ivyah 22:1**]" (Beale 1999: 328).

Ikiyaga kiboneka ko ari imvugarimwe na kuzimu "nk'uko bigaragara kuri 11:7 na 17:8, aho ico gikoko nyene ciburuka kivuye mu kiyaga kuri 13:1 kivugwa yuko ciburutse kivuye i kuzimu *abussos* [kuzimu]" (Moo 2009: 156). Ni co gituma, "*ugutererwa hasi kw'isi*" kwa Satani (**12:9**) hamwe n'umurwanizi *"yamanukiye isi n'ikiyaga"* (**12:12**) birabangabanganye n'uko "*yakororewe i kuzimu"* (**20:1-3**). Ivyo vyemeza yuko ukubohwa kwa Satani n' "ugukororerwa i kuzimu" mu **Ivyah 20:1-3** bifatanye n'ukuza kwa mbere kwa Yesu kandi si ikintu kibaho inyuma ya *Parousia yiwe* (raba kandi ngaho hepfo kuri **20:1-3** vyinshi bijanye n'imigenderanire n'ubucuti buru hagati yo "gukororwa" [**12:9**]

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

no “kubohwa” [**20:3**] kwa Satani).

3. Urupfu, ariko mu buryo butangaje rukaba intsinzi, y’abera (**Ivyah 12:11; 13:7**). Mu **Ivyah 13:7** havuga yuko igikoko “cahawe” ububasha bwo kurwanya abera no kubatsinda. Ivyo “vyemewe n’ijuru” (mu yandi majambo, ubwo bubasha Imana yabuhaye igikoko, nk’uko Imana yahaye Satani ububasha kuri Yobu muri **Yobu 1:12; 2:6**). “Imana niyo iri hejuru ya vyose kandi iganza vyose kandi intambara ku bera ntishira imbere intumbero y’igikoko imbere yamara ahubwo irazankiriza. Ikibi caraneshejwe n’ugushinga intahe kw’abera—mbere n’ugushingira intahe Imana gushika ku gupfa. Kristo yaneshereje rupfu biciye mu rupfu rwiwe yapfuye ku musaraba, kandi ni ko karorero canke icitegererezo c’abera na bo nyene (12:11).” (Resseguie 2009: 185)

**G.** ***“Ibikoko” bivugwa mu Ivyah 11:7; 13:1-18; 14:9; 15:2; 16:2, 10, 13; 17:3-17; 19:19-20; 20:10***

1. Ikigereranyo c’“igikoko” gikomoka mu gitabu ca Daniyeli. Ukuvuga ku “gikoko” kwo mu **Ivyah 13:1-7** ahanini gikomoka muri **Daniyeli 7**. “Igikoko ciburuka kivuye mu kiyaga” kiva muri **Dan 7:2-3**. “Amahembe cumi” afatiye kuri **Dan 7:7, 20, 24**. **Ivyah 13:1-2** hahindura intambwe ya Daniyeli, idubu, ingwe kandi cari igikoko “giteye ubwoba”, aho muri Daniyeli gihagarariye ubwami bune bwagiye bukurakuranwa. Yamara, mu kigereranyo c’igikoko mu Ivyahishuwe na ho nyene kivoma mu vyo Daniyeli yavuze ku “gahembe gatoya” na Antiochus. Ni co gituma, Alan Johnson avuga yuko, dufatiye ku **Ivyah 13:2**, “ico gikoko cari gifise ‘ku mutwe umwe umwe wose amazina y’amarogotano.’ Iki kintu gikomeye kigize ico gikoko kiguma gisubirwamwo kuri 17:3 (raba 13:5-6). Amanyama no kurogota na vyo nyene vyerekana ‘agahembe gatoya’ kavugwa muri Daniyeli ku gikoko kigira kane (7:8, 11, 20. 25) hamwe n’umwami azokora uko yigombeye avugwa muri Daniyeli 11:36. Yohana afatira kuri ukwo kwerekwa kwa Daniyeli yamara agaca aguhindura.” (Johnson 1981: 525) Hose agahembe gatoyi kavugwa muri Daniyeli (**Dan 7:21**) n’igikoko kivugwa mu Ivyahishuwe (**Ivyah 13:7**) bihabwa kurwanya abera kandi bikabanesha.

2. Isezerano rya Kera rikoresha igihe cose ikigereranyo c’“ibikoko” mu gusigura ingabo, ububasha bw’umwiza, ubwami bwo mw’isi n’ububasha bwa Satani busunika canke bukorera inyuma mu mpisho z’ububi bwose kandi zikoresha n’ubwami bw’abami bwo mw’isi. Nubwo abantu benshi bakoresha ikigereranyo c’ “igikoko” bakavuga ko azoba ari umuntu wo mu gihe c’iherezo, Bibiliya igihe cose ikoresha ikigereranyo igikoko ku bwami bw’abami, ububasha hamwe n’ibihugu bikubiye hamwe birengeye umuntu umwe. Icongeyeko ku “bikoko” bivugwa muri **Daniyeli 7**, Isezerano rya Kera ririmwo ahandi hantu henshi havuga ku “bikoko” nk’aho biserukira, bigereranywa n’ubwami bw’abami butwara nabi, bugirira nabi abo butwara (**Zab 74:13-14; 87:4; 89:10; Yes 27:1; 30:7; 51:9; Yer 51:34; Ezek 29:3; 32:2-3**). Ni co gituma, Sam Storms aheraheza avuga yuko “igikoko” kivugwa mu **Ivyahishuwe 13** “ari ahanini ikintu giserukira akamere aho kuba umuntu ku giti ciwe” (Storms 2013: 478). Muri ico gihe nyene, “inzego zari zigize igihugu, ibihugu ntizari zitandukanye n’ukuri kw’ibigize Satani, ugusenga ibigirwamana, ibishushanyo, bihagarariwe n’igisato c’imitwe ndwi (Lewiyatani, Rahabu, n’igisato) kugira ngo ico gikoko cerekanywe hano, giserukiwe ngaha, atari ububasha bwa politike, yamara ububasha bw’umwiza bwiserurira, bukagaragarira mu buryo bwa politike, mu buryo ibintu vyubatswe, mu nzego za politike” (Johnson 1981: 525). Ukwo gusa kugaragarira mu kugereranya “igisato” c’ **Ivyah 12:3-4, 7-13:1** n’ “igikoko” kivugwa mu **Ivyah 13:1-10**: umurwanizi avugwa ko yasa n’agahama (amaraso) kandi ko yari afise imitwe ndwi n’amahembe cumi (**Ivyah 12:3**). Ni co kimwe, igikoko gisa n’agahama (**Ivyah 17:3**) kandi gifise imitwe ndwi n’amahembe cumi (**Ivyah 13:1; 17:3**). Iki kigereranyo cerekana neza akaranga kari hagati y’ubwami bw’abami butubaha Imana hamwe n’ububasha bwa satani buri “inyuma y’intebe”. Igisato cari gifise imigara ku mitwe yaco (**Ivyah 12:3**) kandi igikoko cari gifise imigara ku mahembe yaco (**Ivyah 13:1**). “Ko igisato cari gifise imigara ku mitwe yaco (12:3) n’igikoko na co ubu gifise imigara ku mahembe yaco vyerekana yuko igisato gifise inganji kandi ko cahaye ubugombe bwaco igikoko” (Beale 1999: 633-34, 684).

3. Kugereranya **Daniyeli 7, 8, 11**; **2 Ab’i Tesalonike 2**; n’ **Ivyahishuwe 13, 19**. Hejuru yo gufatira ku vyavuzwe muri Daniyeli, igikoko co mu Ivyahishuwe kigaragaza ugushushanya kuri hagati y’ivyo Paulo yavuze ku “muntu w’umugarariji” muri **2 Ab’i Tesalonike 2**. Uku kugereranya kwerekana ivyo bahurizako:

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| ***Daniyeli 7:7-27 (igikoko kigira kane & agahembe gatoya)*** | ***Daniyeli 8:9-26 (agahembe gatoya)*** | ***Daniyeli 11:21-45 (umuntu w'inkengerwa)*** | ***2 Ab'i Tesalonike 2 (umuntu w'umugarariji)*** | ***Ivyahishuwe 13, 19 (ibikoko bibiri)*** |
|---|---|---|---|---|
| Azoba akomeye cane, ahambaye kurusha abanda bose**: 7:7, 17, 19-20** | Azorushiriza gukomera, afise inkomezi nyinshi, yamara atikoresheje: **8:9-10, 24**<br>Azotera imbere kansi ashitse imigabo yiwe: **8:24** | Azokora ivyo ba sekuru na ba sekuruza kandi azokora uko yigombeye: **11:24, 36** | Vyemeranya n'ibikorwa vya Satani n'ububasha bwose: **2:9** | Igisato kimuha ububasha bwaco bwo kuja ku ngoma yaco, n'ubutware buhambaye no gutwara abantu bose: **13:2-4, 7** |
| Azokwishira hejuru cane: **7:8, 11, 20**<br>Akanwa kavuga ibihambaye vy'amarogotano ku Mana Isumba vyose: **7:25** | Azokwishira hejuru: **8:4, 8, 11, 25**<br>Irwanya umwami w'abami: **8:25**<br>Akuraho ikimazi co kwoswa gihora gitangwa uko bukeye, inyubako z'ahera hiwe zirasangangurwa, igicumuro kizanye ubugesera, gitumye ahantu hera n'ingabo bitangwa bigasiribangwa: **8:11-13** | Azoshungumirirwa isezerano ryera: **11:28, 30**<br>Azokwishira hejuru, yigire agahambaye gasumba icitwa imana cose, kandi azovuga ibitangaza vyo kurogota ku Mana nya Mana: **11:36-37**<br>Bakureho ikimazi co kwoswa gihora gitangwa uko bukeye bahashinge ikizira c'ubuyobe kizana ubugesera: **11:31** | umurwanizi yishira hejuru y'icitwa imana cose, cank'igisengwa yiyerekane nk'Imana**: 2:4**<br>nuko azofata icicaro ciwe mu rusengero rw'Imana: **2:4** | Gihabwa akanwa kavuga ibihambaye n'ivyo kurogota: **13:5-6**<br>Batazira ico gisato bagisenga: **13:4, 8, 12; 19:20** |
| Imihaha minini y'ivyuma, kiratabagura, kirajanjanga, ibisigaye kibisiribangisha amajanja yaco: **7:7, 19**<br>Iryo hembe rigwanya abera rirabanesha acobogoza abera b'Isumba vyose: **7:21, 25** | Ryagamba mu ngabo zo mw'ijuru mbere ingabo zimwe n'inyenyeri zo zimwe ribishiburira hasi, rirabisiribanga: **8:10**<br>Azogeseza bitangaje, akore ivyo yigombeye, azogeseza abahambaye bo n'ubwoko bw'abera: **8:24-25** | Azokwica benshi harimwo n'abizigirwa: **11:32-35, 44** | Umuntu w'umugarariji, ni we mwana wo kuranduka: **2:3** | Gihabwa kurwanya abera maze kirabanesha: **13:7, 15; 19:19** |
| | Umwami w'umujiginya azi guhirikana ububasha bwiwe buzoba bukomeye, azogeseza bitangaje: **8:23, 25** | Yironkeshereze ubwami ubuhemanyi; bazovugana ibinyoma bari ku meza amwe, abakora ibibi vyo kurwanya isezerano azobazimirisha akarimi keza: **11:21, 27, 32** | Akoresha ubugunge bwose ku bahona: **2:10** | Kizimirisha ababa kw'isi: **13:14; 19:20** |
| | | | Azokora ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma: **2:9** | Gikora ibimenyetso bihambaye: **13:13** |
| Azohabwa ububasha igihe, ibihe, n'igice c'igihe: **7:25** | Azosiribanga ahera bwire buce imisi 2,300: **8:14** | Azororanirwa gushitsa aho uburake buzoshikira, kuko | | Gihabwa ubushobozi bwo |

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| | | icashinzwe kitazobura gushika: **11:36** | | gushishikara kumara amezi 42: **13:5** |
| Inganji yiwe ivanwaho maze arakomvomvorwa ibihe bidashira; umuvyimba wiwe uraturirwa igihe uwusa n'umwana w'umuntu yaseruka**: 7:11, 13-14, 22, 26-27** | Azovunagurika ata wumukozeko: **8:25** | Yamara azogeza ku musi w'iherezo ryiwe nta wuzomutabara: **11:35, 45** | Umwami azokwicisha impwemu **2:8** | Ico gikoko gifatwa mpiri gitererwa kibona mu kiyaga caka umuriro n'amazuku igihe Umwami yaza: **19:20** |

4. <u>Ikigereranyo c'ibivugwa n'ibikorwa vy' "ibikoko" biboneka mu Ivyahishuwe.</u> Ibi bikurikira vyerekana ibigenga n'ibikorwa vy' "ibikoko" bivugwa mu Ivyahishuwe:

| ***Ivyah 11:7*** | ***Ivyah 13:1-8*** | ***Ivyah 13:11-18*** | ***Ivyah 16:10-16*** | ***Ivyah 17:3-17*** | ***Ivyah 19:19-20*** |
|---|---|---|---|---|---|
| Yiburuka avuye i kuzimu, i bwina. | Yiburuka avuye mu kiyaga: **1** | Yiburuka avuye mw'isi: **11** | | Aduga avuye I kuzimu: **8** | |
| | Afise amahembe cumi n'imitwe ndwi: **1** | Afise amahembe abiri nk'ay'Umwagazi : **11** | | Afise amahembe 10 (=abami), imitwe 7 (=imisozi=abami): **3, 9-10** | |
| | Afise amazina y'amarogotano ku mitwe yiwe: **1** | | | Amazina yuzuye ibirogotano: **3** | |
| | Gihabwa akanwa kavuga ibihambaye n'ivyo kurogota: **5-6** | Kivuga nk'igisato kizimiza ababa kw'isi: **11, 14** | Impwemu zihumanya zikomoka mu kanwa ka ca gikoko no mu kanwa k'umuvugishwa w'ibinyoma: **13** | | |
| | Ababa kw'isi bose bakurikira ico gikoko bagitangarira batazira ico gisato bagisenga: **3-4, 8** | Kigobera isi n'abayibako gusenga ca gikoko ca mbere: **12, 14** | | Batangarira igikoko: **8** | |
| Kizobarwanya, kibaneshe, & cice abashingira intahe Ijambo ry'Imana babiri | Gihabwa kurwanya abera no kubanesha: **7** | Gihabwa guha ico gishushanyo c'igikoko guhumeka, kandi cicishe abatazogisenga bose: **15** | Impwemu zihumanya & umuvugishwa w'ibinyoma akoraniriza abami b'isi yose ku ntambara yo kurwanya Imana: **13-14** | Igikoko &abami bo kw'isi bakoranira hamwe, begeranirizwa hamwe kugira ngo barwanye Umwagazi w'Intama: **14** | Igikoko & abami bo kw'isi n'ingabo zabo bakoraniye kurwanya uvyagiye kuri ya farasi y'igitare n'ingabo ziwe: **19** |
| | | | | Uwo Mwagazi uzobanesha: **14** | Igikoko & umuvugishwa |

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| | | | | | |
|---|---|---|---|---|---|
| | | | | Igikoko kije kuranduka: **8** | w'ibinyoma barafatwa & batererwa mu kiyaga caka umuriro: **20** |

5. <u>Ibigenga n'ibigize "igikoko" bishobora kugaragaza Roma ho mu kinjana ca mbere n'abami b'abami baho.</u> Ibintu vyinshi bigize ico "gikoko" vyerekana Roma yo mu kinjana ca mbere igihe Yohana yandika ico gitabu. "amajambo y'umutwe y'amarogotano ari ku mitwe ndwi y'ico gikoko ashobora kuba yafatiye ku bintu ndwi vy'icubahro vyahabwa umwami w'abami w'ivyo bihugu vyari bigize Uburoma mu kinjana ca mbere inyuma y'Ivuka rya Yesu, kugira ngo berekane ko bakwiye gusengwa no gutazirwa nk'Imana mu gusenga Kayisari. Ikingorongoro. Ifaranga ry'ico gihe ryariko igishinga ntahe gikomeye crekana ico cipfuzo co gusengwa; kandi, ku rupfu rwabo, Julius Caesar, Augustus, Claudius na Vespasian batangajwe n'inama nkenguza mateka ko ari 'imana' (*divus*). . . . Ivyo vyose bishobora kwerekana yuko igikoko kivugwa mu Ivyah. 13.1 kigereranywa n'ubwami bw'abami bw'Uburoma, ubwami bwacinyiza bugahama ishengero Rukristo." (Smalley 2005: 336) Abavuga ko ubuhanuzi bwose buja bwarashitse, bwarabaye babona ko ico "gikoko" ciburuka kivuye mu kiyaga c'i Roma, ko cerekana Umwami w'Abami Nero (Chilton 1985: 175-81; DeMar 1999: 255-59).

6. "<u>Igikoko" co mu of Ivyahishuwe kirarengeye Roma yo mu kinjana ca mbere hamwe n'abami b'abami bayo.</u> Nubwo ibivugwa ku "gikoko"mu Ivyahishuwe bishobora kuba ari ivyabaye mu kinjana ca mbere i Roma, insiguro yaco n'akamaro kaco karengeye ivyo Abakristo bariko baracamwo muri ico gihe n'aho bari bari. Yohana mu gushira hamwe ibikoko bine biboneka muri Daniyeli akabipoperaniriza mu gikoko kimwe vyerekana yuko ico gikoko kirengeye ubwami bumwe bw'abami bwigeze kubaho muri kahise (Resseguie 2009: 182, 191; ibi bibangabanganwa n'ivyo Yohana yavuze ku vyerekeye "Babuloni hahambaye" mu **Ivyahishuwe 17-18** nk'aho bifatiye kuri Roma yo mu kinjana ca mbere yamara bikarengera Ubwami bw'Abami bw'Abaroma). Ivyo vyemezwa n'Isezerano rya kera rikoresha " *ico kigereranyo nyene c'igisato co mu kiyaga* kugira ngo yerekana ubwami bw'abami bubi bwagiye burakurakuranwa mu myaka amajana n'amajana yakwirikiye" (Beale 1999: 686, icongeweko mu gushikmika; "Rahabu" ni icitiranwa na Egiputa muri **Zab 87:4 k**andi akitiranwa na Babuloni muri **Yer 51:34**). Johnson aheraheza avuga yuko ico gikoko ciburuka kivuye mu kiyaga hamwe n'igisato—ubami bw'abami bwawazo igitugu n'umukazo n'ububasha bwa satani bwari inyuma y'ubwo butegesi bw'umukazo—"bidufasha kubona yuko igikoko ubwaco kidakwiye gushushanywa n'ikintu na kimwe co muri kahise canke n'ikigo na kimwe canke ububasha na bumwe, ubutegetsi na bumwe dufatiye ku kugene vyigaragaza. Mu yandi majambo, igikoko gishobora kugaragara ubu nka Sodomu, Egiputa, Roma, canke mbere Yerusalemu kandi gishobora kwigaragaza nk'ububasha bwa politike, ububasha bwo mu vy'ubutunzi, canke ububasha bwo mu vy'idini canke ugucurika ijambo ry'Imana no kwemera ibinyuranye n'ukuri (1 Yohana 2:18, 22; 4:3)." (Johnson 1981: 525; raba kandi Storms 2013: 488; Rushdoony 1970: 170 ["Igikoko, ikigereranyo c'ubuegetsi bw'abantu n'ubwami bw'abami, ubutegetsi burwanya abakristo n'imico mu bisanzwe, vyaserukirwa n'ubwami bw'abami bw'Abaroma bwo mu misi y'umweranda Yohana, hamwe n'ayandi maegeko yose yarwanya Abakristo. Igikoko gihagarariye ubwami bwose nk'ubwo bwari mw'isi ya kera hamwe n'ubundi bwose nk'ubwo buzoza. Imitwe ndwi yaco, n'amahembe cumi yaco bishimikiye cane ku kuvuga yuko ata na kimwe gisigaye inyuma vyose biruzuye."]) Yohana akoresha "igikoko" nk'uko n'ahandi akora muri ico gitabu: abona ububasha buriko burakora mw'isi yiwe yarimwo maze agaca abiha insiguro nk'aho vyariko birakora, vyariko biraba mw'isi yose maze akagaragaza insiguro yavyo y'ukuri ihambaye. Yohana abona ivyo abantu benshi batabona cane cane nubwo inyuma ku mubiri canke ibigaragara ku mubiri tutoshobora "gusenga igikoko" (**Ivyah 13:8**), Nimba Yesu Kristo atari umwami wacu n'umukiza wacu vy'ukuri aho rero mu rwego rwacu rw'abo turi bo tuba turi mu vy'ukuri, "ababa kw'isi" basenga igikoko. Ariko arahishura ibidutsindisha bigaragaza imigenderanire yacu n'ikibano turimwo hamwe n'imico yacu.

7. <u>Ukudondora "igikoko" ciburuka kivuye mu kiyaga (**Ivyah 13:1-10**) ni ikinyuranye na Kristo.</u> Co kimwe na wa *"muntu w'umugarariji"* avugwa muri **2 Tes 2:3-12**, ikintu nyamukuru kiranga igikoko co mu Ivyahishuwe si ibijanye na politike cank'ivy'ubutunzi yamara ni ikinyuranije n'Imana, ni mu vyerekeranye n'Imenyeshamana. **Ivyah 13:5-6; 17:3** hashimangira ku manyama y'igikoko hamwe n'ukurogota kwaco. Ko ico gikoko ari vy'ukuri "AntiKristo"—uwurwanya kristo akomeye hamwe n'ivyo Kristo ahagarariye vyose—bibonekera mu kubangabangana kwinshi hagati ya kristo n'igikoko. Bose Kristo n'igikoko: (1) bafise inkota (gereranya **Ivyah 1:16; 2:12, 16; 19:15, 21** na **13:10**); (2) bafise amahembe (gereranya **Ivyah 5:6** na **13:1, 11**); (3) bose barishwe, hakoreshejwe ijambo rimwe ry'Ikigiriki (*sphagizō*) rikoreshwa mu kuvuga urupfu rwabo (gereranya **Ivyah 5:6** na **13:3, 8**); (4) Bose

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bongera kubaho (gereranya **Ivyah 2:8; 5:6, 9; 13:8** na **13:3, 12**); (5) bose bahabwa ububasha (gereranya **Ivyah 2:27; 5:1-9** na **13:2, 14**); (6) bose bambaye imigara (gereranya **Ivyah 13:1** na **19:12**); (7) Bose bafise intebe (gereranya **Ivyah 13:2** na**3:21**); (8) bafise ububasha ku "mahanga yose n'imiryango yose, n'amoko yose, n'indimi zose" (gerernya na **Ivyah 5:9; 7:9** na **13:7**); (9) Bafise abanywanyi ababakurikira bafise amazina yabo yanditswe mu ruhanga rwabo (gereranya **Ivyah 13:16-17** na **14:1**); (10) Bose barasengwa n'isi yose (gereranya **Ivyah 5:8-14** na **13:4, 8**).

Hejuru y'ivyo, ukudondorwa kw'igikoko nk'umwe *"yariho kandi atakiriho kandi kigira kiduge kive i kuzimu"* (**Ivyah 17:8**) habangabanganye n'ukudondorwa kw'Imana nk'umwe *"kuri Iyo, iriho, kandi yamyeho, kandi igira ize"* (**Ivyah 1:4, 8; 4:8**). Mu buryo bunyuranye kuri abo bose, igikoko gifise amazina y'amarogotano yanditswe ku mitwe yaco (**Ivyah 13:1; 17:3**); Kristo we afise izina ryanditswe kuri we ata n'umwe arizi ndetse we wenyene (**Ivyah 19:12**). Abo bafise izina ry'Umwagazi ryanditswe mu ruhanga rwabo baracunguwe, bararihiwe ikiguzi (mu Kigiriki= *agoradzō*) mw'isi (**Ivyah 14:1, 3**); abadafise izina ry'igikoko ryanditswe mu ruhanga rwabo ntibazoshobora kugura (*agoradzō*) ikintu na kimwe kw'isi (**Ivyah13:17**).[47]

8. <u>Igikoko ciburuka kivuye mw''isi (**Ivyah 13:11-17**).</u> Igikoko ca kabiri "na co nyene ni ikinyuranije n'Umwagazi w'intama Mesiya avugwa kuri 5:6 kandi afise nk'ibifise uwo Mwagazi mu buryo bw'agakekezo. Na wo nyene ni umwagazi ufise amahembe [**Ivyah 13:11**]." (Beale 1999: 707) Igikoko ca kabiri ahanini gifise akamaro n'uruhara rw'idini kandi mu nyuma kizokwitwa *"umuvugishwa w'ibinyoma"* (**Ivyah 16:13; 19:20; 20:10**). Ico gikoko gisa na wa "*muntu w'umugarariji"* dufatiye ku gikorwa kibi ca Satani (**Ivyah 13:11; 2 Tes 2:9**), ibimenyetso (**Ivyah 13:13-15; 2 Tes 2:9**), ukuzimiza n'uguhenda abantu (**Ivyah 13:14; 2 Tes 2:10**), hamwe no gusenga (**Ivyah 13:12, 15; 2 Tes 2:4**). Abavuga ko ubuhanuzi bwose buja bwarabaye babona igikoko gikomoka kw'isi ("umuvugishwa w'ibinyoma") nk' "abarongozi b'idini b'Abayuda bagerageje kurondera kuzimiza Abakristo" imbere y'imyaka ya 70 yInyumay'Ukuvuka kwa Yesu (Chilton 1985: 181; raba kandi DeMar 1999: 259-60). Abandi babona ico gikoko nk "ugusenga abami bo mw'isi, uwami w'abami wo mw'isi" wa Roma ya Kera ubu irengeye roma canke "nk'uruhendo no gusuka Abakristo kw'idini" (Johnson 2001: 196, 338). "aho umuvugishwa w'ukuri yari uwo kurongorera abantu gusenga no gutazira Imana, uwu muvugishwa we abarongorera gusenga igihugu. Iki gikoko gifata amshusho menshi kandi rimwe na rimwe gishobora no kuringanira n'igihugu, na reta, kandi kikongera kikaringanira n'umuvugishwa w'ibinyoma mw'ishengero (nko kuri 2:2, 14-15, 20-24). Ko ukwo kwigaragaza kw'igikoko nk'umuvugishwa w'ibinyoma kugaragarira mw'ishengero vyongeye bivugwa n'Isezerano rya Kera, aho ukuvugishwa kw'ibinyoma kwama kwigaragaza ibihe vyose mu kibano c'Isezerano. Ibi bishigikirwa bigashimangirwa n'ubuhanuzi bwa Kristo yuko abigira abavugishwa n'imana n'abigira ba Mesiya bazokwiyadukiza bavuye mu bizera ubwabo (Mat. 24:5, 11 n'ahandi habangabanganywe n'aho). Yesu na we nyene yagereranije abigira abavugishwa n'Imana n'ibikoko kandi avuga bitaraba ko 'abigira abavugishwa n'Imana' 'bazoza . . . bambaye ubwoya nk'ubw'intama yamara imbere ari amabingira y'inkazi' (Mat. 7:15). Ikigereranyo c'ibingira ryambaye ubwoya canke urushato nk'urw intama vyerekana ko ari abahemu mw'ishengero. . . . Ni co gituma, ico kigereranyo n'ivyariko biravugwako vyerekana uruhendo, ukuryarukana mu kibano c'isezerano ubwaco. Aho igikoko ca mbere kivugira hejuru kandi kigakengera Imana, igikoko ca kabiri gituma ivyo igikoko ca mbere kivuga bisa naho ari ivy'ukuri, ivyumvikana. . . . Ni co gituma, bisaba ko Abakristo bashishoza, bagasuzuma ububisha n'ubuhemu buri mu gikoko ca kabiri." (Beale 1999: 707-08)

9. <u>Ico gikoko gikomereka akagirire ku mutwe maze gikira urwo ruguma, ico gikomere (**Ivyah 13:3, 12, 14**).</u>

a. *Uruguma rukomeye ku mutwe w'ico gikoko.* Ijambo ry' "igikomere" ry'ico gikoko mu Kigiriki ni *plēgē*, iryo na ryo mu bisanzwe rihindurwa, risobanurwa "icago." Ahandi hose mu Ivyahishuwe iryo jambo risigura igihano gikomoka ku Mana canke urubanza rukomoka ku Mana (**Ivyah 9:18, 20; 11:6; 15:1, 6, 8; 16:9, 21; 18:4, 8; 21:9; 22:18**). **Ivyah 13:14** hongerako yuko uruguma rukomeye ku mutwe rw'akagirire rwatumwe n'"inkota", urwo ruguma rwavanywe no "gusogotwa inkota". Mu Ivyahishuwe inkota kenshi na kenshi ikoreshwa mu buryo bw'ikigereranyo ku rubanza n'uguca amateka kwa Mesiya (**1:16; 2:12, 16;**

[47] "Ikimenyetso c'igikoko" (**Ivyah 13:16-17; 14:9-11**), co kimwe n'ikimenyetso c'Imana kw'ishengero (**Ivyah 7:3**), si guterwa amagarwe no gucapurwako ibishusho ku mubiri yamara ni ikigenenetso c'uko wegukira igikoko kandi ko utegekwa , utwarwa n'ivyiyumviro vy'abagikurikira (mu ruhanga) hamwe n'ibikorwa (ukuboko kw'i buryo)" (Johnson 2001: 196). Ikimenyetso c'igikoko n'ikimenyetso c'Imana "bishirwa ahabona mu buryo abantu babaho, mu migenzo no mu mico yabo, mu vyo bizera no mu ndangagaciro zabo" (Resseguie 2009: 136).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**19:15, 21**). Ukuvuga inkota vyongeye gufatira kuri **Yes 27:1** aho havuga ibi: *"Kuri uwo musi, Uhoraho azohanisha inkota yiwe ikarishe nini ikomeye lewiyatani ca kiyoka kinyaruka, ni co Lewiyatani ca kiyoka cigonyonzora , kandi azokwica ca gisato c'amahero co mu kiyaga."* Aho hose ivyo vyabuwe herekana neza insiguro *"y'uruguma rwocishe"* ico gikoko cakomeretse akagirire: "Ahantu hose muri ico gitabu umuntu umwe wenyene yanesheje ico gikoko n'igisato n'Umwagazi wishwe,uri kumwe n'abera b'abizigirwa (12:11; 19:19-21). icongeyeko, ni ivyabaye mu bugingo cane cane ivyabaye ku kubambwa, no mu kuzuka hamwe no gushirwa hejuru no kuduzwa kwa Yesu vyanesheje igisato n'igikoko (1:5; 5:9; 12:11). Ico ciyumviro nyene kibangabanganye n'inyigisho nsha zo mw'Isezerano Risha (Luka 10:17-24; 11:14-22; Yohana 12:31-33; Kol 2:15)." (Johnson 1981: 526) Ku bw'ivyo, "icago" gikomeye catewe n' "inkota" mu **Ivyah 13:3, 12, 14** "ntigishobora kuba gisigura urupfu rusanzwe n'ukuzuka kw'umuntu wo muri kahise canke wo muri kazoza" (Beale 1999: 689).

b. *ugukira kw'ico gikoko.* Ibintu vyose bibangabanganye hagati y' "igikoko" na Kristo, hamwe n'ukubangabangana kw'ivyubahiro mu kibano c'isezerano hagati y'"igikoko" ca kabiri na *"wa muntu w'umugarariji,"* vyerekana ahanini kamere ko mu vy'impwemu ka "Antikristo." Mu yandi majambo, ibintu vyose bigize politike, ubutunzi n'ibibazo vy'ikibano bivugwa n'Amareta n'imico kama biratubangamiye, biraduhangara n'iki kibazo gikomeye: Wemera nde, ukorera nde ukwirikira nde ubwa mbere—Ni Kristo canke n'isi? Ico kibazo nyene, mu bundi buryo, cerekanwa n'igikomere gikomeye co ku mutwe w'ico gikoko n'ugukira kwaco kw'urwo ruguma rwocishe. Richard Bauckham avuga ati, "Ukubangabanganwa kuri hagati y' 'urupfu' n' 'ukuzuka' kw'igikoko n'urupfu n'ukuzuka kwa Yesu Kristo vyerekana vy'ukuri icemejwe n'ijuru. Mbega n ukwo gusa n'ugutera imbere kw'igikoko dukwiriye kwizigira mu vy'idini kandi dukwiriye gusenga? Canke na ho ni ukwo gusa n'ukuneshwa kwa Kristo n'abahamwe bakicwa ivyabona vy'ukuri vyashingiye intahe Yesu n'ijambo ry'Imana bashobora kwizigirwa kandi abo bonyene ari bo bonyene bakwiye gusengwa (Yesu n'Imana)?" (Bauckham 1993a: 452)[48]

10. Igiharuro c'ico gikoko: 666 (**Ivyah 13:18**).

a. *Nero n'ugukoresha gematria.* Gematria ni uburyo bwo gukoresha amareba n'amabanga bwo gusobanura ivyanditswe mu gusubiriza indome ibiharuro mu majambo amwe amwe canke mu mazina amwe amwe. Ivyo kenshi na kenshi bikoreshwa iyo bagomba kurondera Antikristo uwo ari we. Ico abantu bakunda guhagararako cane gifatiye ku vyizerwa ko Nero *redivivus* ("Nero yongeye kuba muzima") vyavumye, vyavuzwe cane mu kinjana ca mbere, mu yandi majambo, Amperere Nero mu vy'ukuri ntiyari yapfuye yamara yazibukiye ahungira muri Parthia i mu buseruko maze ahindukirana ingabo nyinshi agenda atsinda, anesha abantu bose bagerageza kumurwanya (Minear 1968: 248-50).[49] Nimba rero amajambo "Caesar Nero" ashizwe mu rurimi rw'Igiheburayo, afise igiharuro ca 666 (Resseguie 2009: 191). Ni co gituma abasesanguzi bamwe bizera you Yohana yafashe Nero nk'aho ari we gikoko (raba Chilton 1985: 180-81; DeMar 1999: 260-61).[50]

b. *Gematria ntigishoboka nk'uburyo bwo kumenya umuntu uwo ari we.* Yamara gukoresha iciyumviro ca Nero kuri bamwe, gematria ntishobora nk'ubuhinga kumenya uwo Antikristo ari we. Ubwa mbere, kugerageza kugira ibiharuro vy'amazina y'abantu bamwe binyuranye n'imvugo ngereranyo aho ibiharuro bikoreshwa mu Ivyahishuwe hamwe n'ibindi vyanditswe bivuga ku bihe vy'iherezo. Ubwa kabiri hariho amazina menshi ya kera n'ayo muri iki gihe iyo

---

[48] Nubwo hari ukubangabanganwa, Beale abona yuko hariho itandukaniro rikomeye hagati y'ukuzuka kw'igikoko n'ukuzuka kw'Umwagazi: "Umwagazi mu vy'ukuri waranesheje urupfu mu kuzuka mu bapfuye, yamara ukubandanya kubaho kw'igikoko si ikinyurane n'ukuneshwa kwaco" (Beale 1999: 689). Kanatsinda, **Ivyah 17:8** havuga yuko igikoko ciburutse kivuye i kuzimu mu rusumanyenzi kugira ngo kigende *"gusangangurwa."*

[49] Richard Bauckham (1993a: 384-452) yarakoze isuzuma n'icirwa gikomeye ku kugene Yohana yakoresheje ukugaruka kwa Nero mu buryo butangaje, bw'ibanga, harimwo n'ivyanditswe muri kahise, ukugene Yohana yakoresheje imburi y'Abayuda n'imvugo z'Abakristo ku bijanye n'umuhero w'isi, ukuduga kwa Yesaya, hamwe n'icirwa gihambaye c'insiguro y'ibiharuro. Yavuze ati, "Umugani werekana ukugaruka kwa Nero wabonetse ko ari ngombwa kuri Yohana kuko yashobora kuwufatirako kugira ngo yerekane nkenerwa y'ubuhanuzi bw'ivyo yeretswe bw'intsinzi y'ubwami bw'Imana ku bwami bw'abami bw'Abaroma bwibaza yuko ari ubwami bwashizweho n'Imana" (Ico gitabu nyene: 450-51).

[50] Schnabel, yamara we abona yuko Yohana atashobora kuba yararobanuye Nero nk'aho ari Antikristo wa "nyuma" kubera yuko Nero yapfuye mu mwaka wa 68 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, kandi Yohana yanditse Ivyahishuwe imyaka myinshi inyuma y'uwo rupfu rwa Nero (Schnabel 2011: 190).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

indome ziyagize ziteranijwe zigira igiharuro 666 igihe bakoresheje ubu buhinga bwa gematria (raba Beale 1999: 720-21; DeMar 1999: 231-38). Mbere ijambo "igikoko," igihe risobanuwe uko nyene mu rurimi rw'Igiheburayo, ni igiharuro 666 (Resseguie 2009: 191). Nko mu kinjana ca kabiri, Irenaeus na we nyene aremeza ivyo: "Rero ni ukuri nta nkeka kurindira ukuzoshitswa kw'ivyo vyavuzwe, aho gupfa kuvuga ivyo ari vyo vyose bitabanje guhinyuzwa no kwiyumvira yuko izina iryo ari ryo ryose bashobora kuzana kandi amazina menshi ashobora guhurira kuri ico giharuro kandi ico kibazo ntikizigera gitorerwa umuti" (Irenaeus 1885: 5.30.3).

Ico kibazo kirakomeye cane kurusha ugutoratora amazina atandukanye ya Antikristo bafatiye kuri gematria mu myaka irenga ibihumbi bibiri iheze. Ikibazo c'ukuri ni ikoreshwa rya gematria ubwayo. Ikoreshwa ryayo ni amareba hamwe n'ubupfumu. Beale yerekana igituma ubwo buhinga ubwabwo atari co Yohana yari afise mu mutwe: "Nta kimenyamenya c'ikindi giharuro na kimwe muri ico gitabu cakoreshejwe muri ubwo buryo. Ibiharuro vyose birafise insiguro kanaka ifobetse kandi vyerekana ukuri kanaka mu vy'impwemu kandi nta na hamwe vyigera bikoresha gematria mu guharura . . . Iyo gematria yaba mu Giheburayo canke mu Kigiriki vyobaye vyarashizwe mu ma machines nyabwonko yabo vyari kuba bikoreshejwe mu buryo budasanzwe ngaha, nta nkeka ko Yohana yari kuba yaravuniye akagohe ababisoma mu kwandika ikintu kimeze nk'iki 'kandi igiharuro c'izina ryiwe ni mu *Giheburayo* (canke mu Kigiriki) ni 666.'" (Beale 1999: 721) Ibi vyerekana ko ibiharuro mu buhinga bw'ibiharuro uko vyanditswe nyene *butazokwigera* buvyara insiguro y'ukuri n'insobanuro y'ukuri, kandi ko Yohana yafatiye ku 666 ntiyari ashaka na gatoya gukoresha ubwo buhinga bwa gematria kugira ngo bamenye neza uwo muntu uwo ari we.

11. <u>Kamere k'ikibi karengeye ibihe vyose.</u> Kubera igikoko kiboneka ko kirengeye abantu babayeho muri kahise hamwe n'ubwami bw'abami, igiharuro c'ico gikoko na co nyene kiboneka ko kirengeye abantu bavugwa muri kahis ehamwe n'ubwami bw'abami. Ivyo bigaragarira mu nzira, mu buryo bubiri.

a. *"Igiharuro c'umuntu" (**Ivyah 13:18**).* Amajambo yo mu Kigiriki "igitigiri c'umuntu" ntigifise imero cane turya tundi tujambo duto duto tudondora ikintu igihe cabereye. *Iryo jambo rishobora gusobanurwa mu buryo busanzwe "nk'igiharuro c'umuntu* '' (mu yandi majambo, igiharuro c'abantu bose), canke mu buryo butari ubwo inkomoko, ashaka kuvuga umuntu, 'igiharuro c'umuntu' (mu yandi majambo, umuntu kanaka yoba azwi, ashobora kumenyekana ngo ni naka ata kwihenda)" (Resseguie 2009: 189). Mu buryo "busanzwe" bw' "igitigiri c'umuntu, igiharuro c'umuntu" mu **Ivyah 13:18** vyanditswe n'igisomwa ca Bibiliya kibangabanganye n'ico—**Ivyah 21:17**. Muri uwo murongo umumarayika yariko arapima, aragera uruhome rwa Yerusalemu Musha "dufatiye ku bipimo vy'abana b'abantu." Ijambo "umuntu" kuri **21:17** ntirifise akajambo k'integuza karibanziriza. Amajambo "itambwe ritambishwa n'ukuboko kw'umuntu" nta nkeka ko riterekana igipimo capimwe n'umuntu kanaka azwi. Ahubwo, rifise insiguro ikomotse ku kintu. (Ico gitabu nyene: 189-90)

Ukubangabangana kuri hagati y' **Ivyah 13:18** na **21:17** kubonekera mu kugene *hatandukanye*: kuri **13:18** "umuntu" canke "icaremwe muntu" kigereranywa n'igikoko; kuri **21:17** "umuntu" canke "icaremwe muntu" agereranywa n'umumarayika. "Ukwo kubangabanganwa n'ugutandukana nta nkeka ko vyerekana yuko igikoko gitandukanye n'ubuntu, canke ibigize umuntu, Yerusalemu Musha iserukiye ubuntu, umuntu ashizwe hejuru akanganishwa n'abamarayika" (Bauckham 1993a: 398). Ni co gituma, bishoboka cane ko "ukuvanwaho kw'inyitangizo kuri 13:18 vyerekana iciyumviro nyamukuru c'ubuntu, c'ibigize umuntu, ariko atari umuntu kanaka azwi ashobora kurobanurwa no kumenyekana ngo ni naka avugwa kubera barinze gukoresha ubuhinga bw'ibiharuro. Ni co gituma, muri iyo mirongo *anthrōpou* [Ijambo ry'Ikigiriki "umuntu"] ni ijambo ryerekana ikigereranyo, canke akanovera, kugira ngo ayo majambo ngaha asobanurwe ko ashobora kuba 'igiharuro c'umuntu' (nk'uko RSV ibivuga) canke 'igiharuro giserukira abantu.' Ni igiharuro c'abantu baguye bakava mu kibanza cabo barimwo imbere y'igwa." (Beale 1999: 724)

b. *Insiguro y'igitigiri, igiharuro 666.* Igiharuro 6cerekana ko ibintu bidakwiye kandi bifise ico bihajije. "Igiharuro ndwi cerekana ugukwira, ukwuzura kandi ico giharuro kiguma kigaruka muri ico gitabu cose. Yamara 666 kiboneka aho honyene. Ibi vyerekana yuko ibiharuro bitandatu incuro gatatu vyashizwe ngaho kugira ngo vyerkane itandukaniro n'ibiharuro ndwi vy'ubwuzure gikomoka mw'ijuru muri ico gitabu cose kandi ico giharuro gatandatu gisigura ko gifise ico gihajije, kidakwiye. . . . Ugusubiramwo incuro zitatu igiharuro gatandatu bigaragaza ukwiyongeranya kw'ukutuzura, kw'ukudakwira no kugira ico ico giharuro gihajije

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

n'ukudashobora kwegeranirizwa mu gikoko kurusha ahandi hantu hose mu bantu baguye bakava mu kibanza cabo, ntibashobora gushikira ubwiza bw'Imana." (Beale 1999: 721-22) Ariko, nk'uko Resseguie abivuga, 666 ni isunzu ry'ibigaragaza ko "umuntu ameze nk'igikoko, mu muntu harimwo ubukoko" (Resseguie 2009: 190). Milligan yanzura avuga ati: "igiharuro gatandatu ubwaco kivyura ubwoba budasanzwe ku Muyuda wese yaba azi insiguro y'ibiharuro. Ico giharuro kiza imbere y'igiharuro cuzuye, gikwiye ndwi nk'uko igiharuro munani na co kirengeye ico giharuro ndwi. Ico giharuro ca nyuma kigaragaza ikirengeye ubutunzi bw'ijuru. Nk'uko biri no mu gukebwa ku musi ugira umunani, 'umusi uhambaye' mukuru waba ku musi ugira munani, canke ku musi w'ukuzuka kw'Umwami wacu ku wa mbere w'imisi ndwi wakwirikirana n'imisi ndwi yari ihejeje kubaho, vyagaragaza intango nsha mu buryo budasanzwe, mu bubasha budasanzwe. Mu ngendo nk'iyo nyene igiharuro gatandatu cafatwa yuko gisigura ukudashobora gushikira ikintu gitagatifu, kitagira agasembwa n 'ukubura ivyizigiro vyo gushika ahantu nkaho. Ku Muyuda hariho akaga n'ingorane ku giharuro gatandatu mbere n'igihe caba kiri conyene. Ukigwije na gatatu ho bikaba gatandatu incuro zitatu, hakaba gatandatu gatatu; maze hakaba ukukigwiza na cumi maze ukongera ukakigwiza ubugira kabiri na cumi kugeza uronse ibiharuro bitatu vy'ibanga bigize gatandatu bikurikirana, 666; aho duca dushikira igiharuro c'umwansi canke kigeranywa n'ikibi kiruta ibindi bibi vyose, ingaruka mbi zikomeye kuruta izindi ngaruka mbi zose abayeho." (Milligan 1896: 235) Mu kinjana ca kabiri Irenaeus na we yashitse ku mwanzuro nk'uwo nyene. Yavuze yuko 666 gisigura "icegeranyo c'ikizira c'ubuyobe cegeranijwe hamwe mu myaka ibihumbi bitandatu" (Irenaeus 1885: 5.28.2).

### H. *Ivyah 15:5-16:21: Amateka akomoka ku nzavya ndwi*

Muri iki gice Imana ihana abatayumvira muri ico gihe kiri hagati y'ikiringo c'ukuza kwiwe n'ugutwara ishengero maze akazana uguca amateka kwa nyuma ku musi wa nyuma kubera bahamye abizera kandi bagasenga ibishushanyo. Nk'uko twaja twarabibonye mu vyago vyazanywe n'inzamba n'inzavya biba mu rutonde rumwe kandi bigizwe n'ibi bikurikira: (1) isi; (2) ikiyaga; (3) inzuzi; (4) izuba; (5) ubwami bw'umwiza; (6) Efurata; n' (7) uguca amateka kwa nyuma kw'isi kwerekanwa n'"imiravyo, inkuba, imituragaro hamwe n'ugutigita kw'isi' hamwe 'n'urubura rukomeye." Ngaha, dutegerezwa kwongera kwibuka yuko Ivyahishuwe atari inkuru ivuga ku kugene ibintu vyagiye birakurikirana, kimwe gihereza ikindi. Co kimwe n'uko vyari ku bimatanije igitabu n'inzamba, n'inzavya si itegeko ngo zibe zikwirikirana gutryo yamara zishobora kubera rimwe canke gusukirwa rimwe. Ni co gituma, ku bijanye n'urwavya rwa gatandatu (umwiza), "tubwirwa *ku mibabaro n'inguma zabo.* Yamara imibabaro n'inguma si ingaruka zakomotse ku mwiza. Dushobora rero kwiyumvira ko zakomotse ku rwavya rwa mbere, uwo mwanzuro wemezwa n'ijambo 'ivyago' aho kuvuga icago [**16:9**]." (Milligan 1896: 268, hongeweko ugushimika.)

Nk'uko vyari ukuri ku nzamba, ibihano bizanwa n'inzavya bikomoka ku bigereranyo vy'ivyago vyabaye mu kuvayo:

| | |
|---|---|
| Akavya ka mbere (ibisebe) (**16:2**) | Hahuye n'icago ca 6 (**Kuv 9:8-11**) |
| Akavya ka kabiri na ka gatatu (amazi ahinduka amaraso) (**16:3-6**) | Hahuye n'icago ca mbere (**Kuv 7:20-25**) |
| Akavya ka 5 (umwiza) (**16:10-11**) | Hagereranywa, hahuye n'icago c'icenda (**Kuv 10:21-23**) |
| Akavya ka 6 (ibikere) (**16:12-16**) | Hahwanye n'icago ca 2 (**Kuv 8:2-9**) |
| Akavya ka 7 (urubura) (**16:17-21**) | Hahwanye n'icago kigira ndwi (**Kuv 22-26**) |

1. <u>Inzavya zigira gatandatu na ndwi (**Ivyah 16:12-21**).</u> Urwavya rugira gatandatu n'urugira indwi birafatanye. Akavya kagira gatandatu gategurira isi kuzorwanya Imana kwa nyuma; ingaruka ziboneka ku kavya kagira ndwi, ako na ko kabura *parousia.* Ugushingira kuri Satani, "gukoranira hamwe" kw'isi yose kugira ngo barwanye Imana n'abantu bayo, hamwe n'intsinzi ya nyuma ku bansi b'Imana, vyerekana yuko inzavya za gatandatu na ndwi zijanye no mu **Ivyah 20:7-10** (vyongeye habangabanganywe na **19:17-21**). Milligan yerekana impamvu nyamukuru y'igituma akavya kagira ndwi kasutswe mu kirere: "akavya ka ndwi cnke akavya ka nyuma kasutswe mu kirere, kubera ikirere ciyumvirwa ko ari ubwami bw'uwo mwami w'iyi si akaba kandi "ari umwami w'abaganza ikirere' [**Ef 2:2**]" (Milligan 1896: 268, ugushimika kwongewemwo mu vyari vyaranditswe ubwa mbere).

Ko ishengero ari ho ryari riri muri iki gihe bibonekera ku murongo wa **16:15** uvuga gurtya, *"Ehe ndaza nk'igisuma, hahirwa uba maso, akazigama impuzu ziwe , ngo ntagende amenya, bakabona isoni z'ubwambure bwiwe."* Nk'uko twabonye ubwa mbere isano riri hagati n'ibimatanije igitabu n'amajambo Yesu yavugiye ku musozi wa Elayono, aho tubona iryo sano nyene hagati y'inzavya n'ivyo

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Yesu yavugiye ku musozi wa Elayono. *“Nzoza nk’igisuma”* hasubiramwo ukugabisha Yesu yahaye ishengero muri **Mat 24:43** na **Ivyah 3:3**. *“Hahirwa uba maso”* hasubiramwo impanuro Kristo yahaye ishengero muri **Mat 24:42-44**, **45-51**; **Mat 25:1-13**, **14-30** ko dukwiye kwiyubara, kwitegura kandi ko dukwiye gukora mu bwizigirwa ivyo dutegerezwa gukora.

2. Ugukama kw’uruzi Efurata gutegura inzira y’abami bava i burasirazuba yiteguwe (**Ivyah 16:12**). Nk’uko bivugwa n’ahandi henshi mu Ivyahishuwe, ikigereranyo c’akavya kagira 6 cubakiye ku vyabaye muri kahise kandi ivyo na vyobigakoreshwa mu buryo bw’ahantu. Ugukama kw’uruzi Efurata n’abami b’i buregerazuba baboneka ko baje gushitsa uguca imanza kw’Imana no gucirakw iteka Babuloni, nayo nyene yakwirikije akarorero k’ugukama kw’ikiyaga gitukura n’uruzi Yorodani igihe bariko barava muri Egiputa (raba **Kuv 14:21-22; Yos 3:16; 4:23**). Yesaya na Yeremiya bari baravugishijwe, barahanuye yuko mu gucirwa kw’iteka kwa Babuloni hazoba harimwo ugukama kw’uruzi Efurata (**Yes 11:15; 44:27-28; Yer 50:38; 51:36**). Ubwo buhanuzi bwarashikijwe mu gihe ca Kuro igihe yakatisha amazi (raba **Yes 44:27-28**). Ivyo vyashoboje ingabo za Kuro kwinjira i Babuloni batari bitezwe maze baca barahanesha (Beale 1999: 827). Kuro, abaganwa biwe n’abami biwe bakomoka i “burasirazuba” (**Yes 41:2, 25; 46:11; Yer 50:41; 51:11, 28**).

Yohana afatira ku gusenyuka kwabaye i Babuloni maze agaca abigira ivy’isi yose mu Ivyahishuwe: “nk’uko mu kuvayo na cane cane mu gusenyuka kw’i Babuloni Babuloni bwo muri kahise, ugukama kw’uruzi Efurata vyongeye kwerekana inyitangizo y’ugusenyuka kwa Babuloni kwa nyuma. Kandi nk’uko Babuloni haserukira isi yose maze hagakoreshwa nk’imenyetso [raba ico bavuga kuri Babuloni aho hepfo], ni na ko Efurata hadashobora kuba uruzi Efurata nk’uko vyanditswe, urwo ruzi na rwo rukaba ruri muri Iraki y’uyu musi, Siriya, na Turukiya yamara itegerezwa kuba ari imvugo ngereranyo kandi iserukiye isi yose nubwo hariho abavuga ko bisigura ico bivuga nyene, ko ari muri Iraki. Ibi tuvyubakira kuri 17:1, aho maraya w’agahebuza Babuloni ‘yicaye kw’iteranirizo ry’amazi menshi,’ ari ubundi buryo bwo kuvuga ‘Uruzi Efurata n’amazi yarwo’ (16:12) “Amazi y’iteranirizo” tubona kuri 17:1 ni imvugo ngereranyo isigurwa nka kurya ‘kw’abantu n’amasinzi, ishengero ritoharurika . . . n’amahanga n’indimi’ kuri 17:15. . . . Kubw’ivyo, ugukama kw’uruzi Efurata ni ikigereranyo c’ukugene amasinzi y’abanywanyi b’idini rya Babuloni bo mw’isi yose bazoheba, bazokamangana kuri Babuloni [raba **17:15-18**]. Ukutanezerezererwa Babuloni ni intango y’ugucirwa kw’iteka kwa Babuloni, kandi n’iteka rya nyuma azocirwako ubwiwe.” (Ico gitabu nyene: 828)

Hariho ibihari ku bijanye n’akaranga k’*“abami bo mw’isi yose, mu Kirundi, ariko mu Congereza handitswe abami bo mu buseruko”:*

a. *“Abami bo mw’isi yose” nk’abatizera.* Benshi babona *“abami bo mw’isi yose”* nk’ “ikigereranyo c’isi yose atari Babuloni yonyene kandi n’Uruzi Efurata yamara kandi bakabona Umwami Kuro n’abafatanije na we, ko ari bo ‘bami bo mu buseruko,’ ari bo bibazwako babaye ‘abami baba kw’isi yose ibako abantu’ (16:14; gereranya na 18:18)” (Beale 1999: 828). Iciyumviro nk’ico nyene ni uko “abami bo mu buseruko—ingabo z’abapagani, abatizera—bakoraniriza hamwe ingabo zabo n’iz’abami bo mw’isi yose (ico gihe ni isi yari izwi ko yateye imbere) kugira ngo barwanye Mesiya, kubera yuko bigaragara ko ari “intambara ivugwa ko izoba ku musi uhambaye w’Imana Nyeningabo, Imana ishobora vyose’ (umurongo wa 14)” (Ladd 1972: 213).

b. *“Abami bo mu buseruko” nk’abizera.* Abandi na bo babona *“abami bo mu buseruko canke b’isi yose”* mu buryo bwiza. Igituma babibona gurtyo ni kubera izi mpamvu zikurikira: Ijambo “ubuseruko” (mu Kigiriki= *anatolē*; risigura kandi “iyo izuba riserukira” canke “uko izuba riserutse riba rihagaze, aho riba riri”) “cari ikigereranyo kizwi, gikoreshwa kuri Mesiya mu bihe vyo mw’Isezerano Risha. Cerekana ikintu canke Umuntu akomoka mw’ijuru. Ahandi na ho mu Ivyahishuriwe Yohana hakoresha iryo jambo muri ubwo buryo ni kuri [**7:2**], kandi biragoye kwemera yuko ico gitabu canditswe mu buryo citondewe gishobora guhindura insiguro y’ico kigereranyo mu gice caje mu nyuma. . . . ‘Abami bo mu buseruko’ bashobora kuba biyumvirwako ko ari abanyuranije n’‘abami b’isi yose’ bavugwa muri ico gice nyene, kandi bashobora kuba abahagarariwe n’ivyaremwe vyo mw’ijuru, ibinyabugingo vyo mw’ijuru bizoza gutabara abera, nk’Abami b’i Mediyani bakomoka mu buseruko bazananye n’Umwami Kuro baje kurokora no gukiza Isirayeli ya kera bayikura mu minwe ya Babuloni.” (Ford 1979: 268) Kubera yuko urwavya rugira gatandatu ari integuro y’intambara y’isi yose n’ ukugaruka kwa Yesu *parousia, “abami bo mu buseruko”* bashobora rero kuba basigurwa ko ari ingabo zo mw’ijuru ziherekeza Kristo mu **Ivyah 19:11-16**.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**I. *Ivyah 17:1-19:10: Ugucirwa kw'iteka kwa nyuma kwa Babuloni***

Nk'uko vyabaye n'ahandi henshi muri ico gitabu c'Ivyahishuwe, isi igizwe na babiri, kandi ni imice, imirwi ibiri yonyene: abishikaniye, abanywanyi ba Kristo, n'abatizera Kristo. Babuloni yerekana rero ukugene ibintu bimeze n'ukugene abantu babona ibintu vyose n'umuntu uwo ari wese atari uwa Kristo. Ukugene isi yubatswe kuboneka ko gushobora vyose yamara kukabamwo imbuto z'ukuzokwisambura. Urubanza canke amateka y'imana ku butunzi bw'isi budakwirikiza amategeko y'Imana, ku mico kama n'ukugene idini ryubatswe vy'isi bizoshikana ku gushingwa kw'ingoma y'Imana kutazohangura (**Ivyah 19:6**) hamwe n'ukwongera kubana n'abantu bayo (**Ivyah 19:7-9**). **Ivyah 13:4** habaza iki kibazo, *"Ni nde ashobora kukirwanya [igikoko]?"* Ico kibazo cishurwa mu **Ivyah 17:14**: Umwagazi n'abari kumwe na Wo (*"abahamagawe, abatoranijwe, bayobotse"*) bazomunesha, bazonesha ico gikoko kubera yuko Umwagazi ari *"Uganza abaganza, Umwami w'abami."* Ahandi na ho ico kigereranyo nyene cerekana abera ko bazohorwa, ko amaraso y'abishwe azohorwa kandi ko amasengesho yo mu **Ivyah 6:10** azokwishurwa.

1. <u>Babuloni hahambaye, nyina w'abamaraya (**Ivyah 17:1-5, 9, 15, 18**) mu kinjana ca mbere.</u> Abenshi mu bagize ico babivugako babona Babuloni nka Roma, bafatiye ku misozi ndwi ivugwa kuri (**Ivyah 17:9**) (uburorero, Bauckham 1991: 52; Schüssler Fiorenza 1991: 97; Beale 1999: 869-70). Ijambo ry'Ikigiriki iryo Bibiliya isobanura "imisozi" ni ubwinshi bwa *oros* iryo jambo na ryo ni "ahantu harehare, umusozi muremure usumba iyindi ('agatumba, umudugo')" (Danker 2000: *"oros,"* 724). Ni co gituma, abasobanuzi benshi (uburorero ESV, NAS B, NKJV, RSV, izo zose ni Bibiliya zo mu Kingereza zinyuranye uburyo zanditse ariko zitanyuranije ivyanditswemwo) zisobanura iryo jambo "imisozi" aho kuyita "imitumba". Nubwo baba bashaka kuvuga ata nkeka Roma, ikoreshwa ry'ijambo *oros* kuri **17:9** herekana yuko "Babuloni hahambaye" harengeye Roma isanzwe izwi kubera yuko imisozi ikikuje canke igize i Roma ari udusozi duto duto mbere nayo yogereranywa n'imisozi ikikuje Palesitina.[51] Kanatsinda, ko Yohana akoresha izina "Babuloni hahambaye" ao gukoresha "Roma" bigaragaza yuko atariko aragerageza kugarukiriza ku bihugu vyari bigize igihugu c'i Roma ico gihe canke ikibano ca Roma. Nubwo Yohana akoresha ubutware, ubutegetsi bw'I Roma, ubutunzi bw'aho n'umuco waho akaba ari vyo afatirako kuko ari vyo vyariho ico gihe mu kuvuga kuri Babuloni hahambaye, Roma hagaragara nk' "ishusho." Mu buryo busobanuritse neza, Roma/Babuloni havugwa ko ari *ahantu hononye* abantu, bakiga bagafatanya n'imico yaho mibi (mu yandi majambo "maraya, umusambanyi").[52]

Hariho amasoko abiri makuru makuru y'icatumye Yohana avuga kuri Babuloni hahambaye: imburi ya Yeremiya kuri Babuloni ha kera (**Yeremiya 50-51**) n'imburi ikomeye ya Ezekiyeli kuri Tiro (**Ezekiyeli 26-28**).[53] Ivyigwa bikomeye vya Richard Bauckham kuri aka gace k'Ivyahishuwe vyamushikanye ku kuvuga yuko ico Yohana yariko aravuga ngaha ari ahanini ukwononekara kw'ibintu bibiri: ubwa mbere, ukurenganya abantu mu vy'imico no mu vy'ubutunzi hamwe n'ibiturire; ubwa kabiri, ukwononekara mu buryo bw'impwemu (Bauckham 1991: 47-90). Ivyo vyose birafitaniye imigenderanire, birashusha: Yesu Kenshi na kenshi yaragabisha abizera ku bijanye n'uko uruhendo rw'ubutunzi rushobora guhindura imitwe y'abantu, kunyha ijambo ry'Imana mu mutima w'umuntu no mu bugingo bw'umuntu, bigatuma ubwo butunzi buhinduka umwami wiwe musha w'ukuri (uburorero, **Mat 6:19-24; 13:7, 22; 19:16-30; Mrk 4:7, 18-19; 10:17-25; Luka 8:7, 14; 12:13-21; 16:13**). Na Paulo akora uko nyene (uburorero, **Kol 3:5-6; 1 Tim 3:3; 6:6-11**).

Ibigereranyo vya maraya bikomoka mu mburi zo mw'Isezerano rya Kera ku bijanye na Tiro (**Yes 23:15-18; Ezekiyeli 26-28**), bisa ubwa mbere n'ubwo buryo bwa mbere bubiri bw'ukwononekara: "Ico yafatiyeko ngaho nta nkeka ko ari urucuruza n'urudandazwa runini rwatumye igisagara ca Tiro kigira ubutunzi bwinshi. Urudandazwa n'urucuruza rwa Tiro rugereranywa n'ubusambanyi kubera yuko ico gisagara cifatanije n'ayandi mahanga muri urwo rucuruza kugira ngo gishobore kwunguka. . . . Mu

---

[51] "Igice kinini kigize Roma kiri hejuru y'ikiyaga nko ku metero 13 (ifuti 43) (ku ntango ya Pantheon) kugeza ku metero 139 ( ifuti 456) uja hejuru y'aho ikiyaga kigarukira (kw'isonga ry'umusozi Monte Mario)" ("Rome" 2012: n.p.).

[52] Babuloni hitwa *"Nyina w'Abamaraya"* (**Ivyah 17:5**). Iyo ni imvugo ifobetse ngereranyo yerekana yuko "ibikwegakwega, bigerageza, bigahenda abantu, bikabakurea ku Mana bikabigiza kure y'Imana" (Hendriksen 1982:167). Urwo ruhendo rwerekana yuko ico abantu bashira imbere kandi bishimiye, biratira ari isi (Schnabel 2011: 208).

[53] Vyongeye yafatiye ku mburi ntonto zaburira Babuloni na Tiro dusanga mu Bavugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera (Babuloni : **Yes 13:1-14:23; 21:1-10; 47; Jer 25:12-38**; Tiro: **Yesaya 23**) (Bauckham 1991: 54). Mu gufatira kuri izi mburi zo mw'Isezerano rya Kera yamara akaziha insiguro nsha kugira ngo azikoreshe kuri Roma yo mu gihe ciwe n'inyuma ya Roma yo mu gihe we yaja yarapfuye, Yohana yari ahagaze mu murongo y'abavugishwa n'imana bo muri Bibiliya, na Yesu ubwiwe, yafashe ayo majambo yahumetswe y'imigenzo y'abavugishwa n'Imana maze ikayaha insiguro nsha n'ukugene yoshirwa mu ngiro mu buryo busha.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

yandi majambo, Roma ni umumaraya kubera yuko ukwifatanya n'abantu bagize ubwami bw'abami bubafitiye akamaro mu vy'ubutunzi. . . . Roma haha abantu bakikuje ikiyaga mediterannee ubumwe bw'isi, umutekano, n'amahoro hamwe n'ivyangombwa vyose kugira ngo habe iterambere rirama. Yamara dufatiye ku kugene yohana yabibona izo nyungu ntizimeze uko zisa: ni inyungu z'abasambanyi zaguzwe igiciro kinini." (Bauckham 1991: 54-56)

2. Urutonde rw'urudandazwa (**Ivyah 18:12-13**). Bauckham yagereranije ivyavuzwe muri Ezekiyeli ku rudandazwa rwa Tiro muri **Ezek 27:12-25** n'ivyo Yohana yavuze ku rudandazwa rwa Roma maze aca aheraheza yerekana yuko ivyo Ezekiyeli yavuze ari ukuri kugaragara ku rucuruzi, urudandazwa rwa Tiro yo mu kinjana ca gatandatu imbere y'ivuka rya Yesu n'urutonde rw'imizigo yohana yavuze ni urutonde rw'ukuri rw'ivyo Roma yakura hanze mu kinjana ca mbere inyuma y'Ivuka rya Yesu (Bauckham 1991: 59).

Yohana aherahereza urutonde rw'imizigo kuri **18:13** mu kuvuga ku bagurano, inyagano, imibiri y'abantu n'ubugingo bwabo. Kudandaza abantu ni vyo vyari bitungishije Roma, ni vyo vyari bigize urufatiro rw'ubutunzi bwa Roma. Yamara ukugene Yohana avuga ku bantu bagizwe inyagano, ku rucuruza rw'imibiri y'abantu n'ubugingo bwabo nk'ibigize imizigo ikomeye Babuloni yashora vyerekeranye ahanini n'imenyeshamana: "ko Yohana atanga ijambo rusangi ku mibiri y'abantu n'ubugingo bwabo mu masoko bashoramwo bakaguramwo abantu ['imibiri'] n'ukugene avuga abantu mu buryo bw'ivyanditswe imibiri y'abantu n'ubugingo bwabo ['imitima, impwemu z'abantu'] bitegerezwa gusigura ko yashaka kugira ico avuze ku gushora abantu nk'urudandazwa. Ariko arerekana yuko ukugura n'ugushora abantu ko atari ibikoko canke inyama ngo bagurwe canke badandazwe nk'ibikoresho yamara ko ari abantu. Yamara mu buryo yabishimikiyeko akabivuga kw'iherezo ry'urutonde yari yatondetse rw'ibidandazwa bakaza inyuma y'ibindi vyose ico si ukuvuga kuri ako kabi kabishe gusa. Yariko aravuga kuri urwo rutonde rwose rw'amato yagendamwo urucuruza harimwo n'abantu na bo. vyerekana ko abo bantu bari ibikoko, kandi bafata abantu nk'ibikoko, bagakengera agateka ka zina muntu, bagakengera abantu, ubutunzi n'ibintu vyose vya Roma yinezerezamwo vyenenako." (Bauckham 1991: 79)

3. Abaririra Babuloni (**Ivyah 18:3, 9-11, 14-19**). Mu **Ivyahishuwe 18**, Yohana abona yuko abntu b'uburyo butatu baririye ugusangangurwa kwa Babuloni hahambaye: *"abami bo mw'isi"* (**18:9**); *"abadandaza bo mw'isi"* (**18:11**); kandi *"na nyen'ubwato wese, n'umuntu wese ajabukirizwa mu bwato ahantu hose, n'abasoza n'abatunzwe n'ikiyaga"* (**18:17**). "Aba ni bo bantu batungishijwe n'urudandazwa rwa Roma mu bwami bw'abami. Ico baborogera cari ugusangangurwa kw'isoko ry'ubutunzi bwabo." (Bauckham 1989: 97)[54]

4. Babuloni ntihagarukira i Roma ariko hagarukira kw'isi yose. Nubwo ivyariko biraba mu **Ivyahishuwe 17-18** bishobora kuba vyari bijanye n'ibiba mu bantu, mu vy'ubutunzi mu vya politike no mu vy'idini vyo mu gihe barimwo, ivyahishuriwe Yohana vyari birengeye ivyariko biraba muri Roma. Nubwo hariho ababibona ko vyahereye mu kinjana ca mbere bafatiye nko kuri ibi bikurikira ("imisozi ndwi"; ibidandazwa), "ivyo ni bike cane ntivyotuma tuvuga yuko vyari ivyo mu kinjana ca mbere gusa" (Bauckham 1993b: 156). Ibi bibonekera mu rurimi no mu mvugo Yohana akoresha. Mu kuvuga kuri Babuloni yuko ari *"maraya ahambaye"* kandi akaba na *"nyina w'abamaraya"* (**Ivyah 17:1, 5**; raba kandi **Ivyah 17:2, 4, 15; 18:3, 7, 9**), Yohana ari mu bandi bavugishwa n'imana benshi bakoresha ururimi n'imvugo y'ubusambanyi kugira ngo bahambarire akarenganyo mu vy'ubutunzi, umuco wo kurya ingurire no kutumvira Imana. Nk'akarorero, **Yes 23:1-18** harahambarira Tiro aho hamwita maraya kubera ukugene akora urucuruza n'urudandazwa. Ezekiyeli ahambarira Yerusalemu akamwita maraya kubera ugusenga ibishushanyo n'ibigirwamana, umuco wo kurya ingurire hamwe no kurenganya abantu mu buryo bw'ubutunzi (**Ezek 16:1-59**). Igitabu cose ca Hoseya cerekana ukugene Isirayeli yaryarutse Imana, "ubusambanyi bwa Isirayeli" mu gukoresha amahera n'ubutunzi bwabo (**Hos 2:5-9**), ugusenga ibigirwamana kwabo (**Hos 2:11-13; 4:11-13; 13:1-2**), hamwe n'ukwononeka kw'imico yabo muri rusangi (**Hos 4:1-2, 7-8, 14; 10:13**).

Ikindi, Yohana aguma avuga muri "rusangi": amarushwa, igihe co kugerageza bari biteze *"cagira kize mu bihugu vyose kugerageza ababa mw'isi"* (**Ivyah 3:10**); igikoko cari gifise ububasha ku*"miryango yose, n'amoko yose, n'indimi zose n'amahanga yose"* kandi *"ababa kw'isi bose bazogisenga"* (**Ivyah 13:7-8**);[55] abami "b'isi yose" bakoranira hamwe mu ntambara ya nyuma (**Ivyah**

---

[54] Ukugene Yohana yabona ibintu nta nkeka ko atari uko abantu b'*isi n'abo mu kiyaga* babibona (**Ivyah 18: 9, 11, 17**) yamara yabibona nk'uko *ab'ijuru* babibona (**18:20**). Dufatiye kuri ukwo kubona ibintu, ugusenyuka kwa Babuloni ni impamvu y'umunezero n'ugutazira n'ugushima Imana (**18:20; 19:1-6**).

[55] Co kimwe, *"iteranirizo ry'amazi menshi"* aho maraya w'agahebuza Babuloni yicaye (**Ivyah 17:1**) nta nkeka ko ari

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**16:14**); Babuloni honona kandi hazimiza *"amahanga yose"* (**Ivyah 14:8; 18:3, 23**) kandi huzuye ibitenga vy'amaraso *"y'abavugishwa n'Imana n'ay'abera n'ay'abishwe bo kw'isi bose"* (**Ivyah 18:24**).

Nk'uko igikoko co mu **Ivyah 13:1-2** gifise ibigenga ivyo bindi bikoko vyose uko ari bine bivugwa muri **Dan 7:3-8**, ni ko na Babuloni hahambaye hafise ubwaho ibibi vyose bikorerwa mu bisagara bibiri bikomeye (Babuloni  naTiro) kandi ico gisagara ni co ubuhanuzi bufatiyeko. Ni co gituma, Babuloni atari igisagara kimwe, canke ubwami bw'abami bumwe, yamara kiboneka ko ari isi yose. Gishobora kuboneka nk'uko ari "ugukwegakwega, n'ugushuka abantu kugira ngo bakore ibibi" (Smalley 2005: 427), canke ko ari "ukugaragaza kwa nyuma kahise kose k'amahanga atubaha Imana . . . azokwegakwega agashuka abantu bose b'isi yose kugira ngo basenge ibitari Imana, ibishushanyo" (Ladd 1972: 222), canke ugukwegakwega abantu biciye m buryo bw'ubutunzi hamwe n'imico itari yo (Johnson 2001: 17, 246, 268-69n.2, 339). Ahubwo, "Babuloni havugwa na Yohana ni indunduro y'ico gikorwa cose cahereye i Babeli (= Babuloni) mw'Itanguriro 11: igikorwa c'umwana w'umuntu yagerageje gutunganya ikibano kugira ngo kigararize Imana. . . . Ni co gituma Babuloni ivugwa mu Ivyahishuwe atari ikigereranyo c'ivyo yeretswe vyo muri Roma, yamara kandi ni ikigereranyo c'ibihe vy'iherezo. Mu yandi majambo, birarengeye ivyo bafatiyeko maze bikaba ikigereranyo ca kahise kose k'ukugene igikorwa c'ibibi vy'abantu kandi ni vyaherahera bazoba bageze kw'iherezo ry'isi." (Bauckham 1989: 93)[56]

Mu kwerekana Babuloni hahambaye, Yohana vyongeye ariko arereka abo yariko arabarira guhitamwo hagati y'igikoko canke Umwagazi, isi canke ishengero, abo baba kw'isi canke abo i wabo ari mw'ijuru, kubera yuko Babuloni  ari "ikinyuranije n'ubwami"—ibikwegakwega, ibitanga ubundi buhengekerezo bw'aho kuba mu bwami bw'Imana.[57] Thomas Torrance aheraheza avuga ati, "nta nkeka ko Babuloni ari umuco w'isi yose n'ugutera imbere kw'isi yose, ikomeye mu bumenyi no mu bwenge bwayo hamwe no mu rucuruza n'umuco kama hamwe n'ivyo bavumbuye,yamara ko babigiramwo ubwirasi n'ubwishime buvuye ku gutera imbere birengeje. Muri ico gihe nyene ni uruvange rudasanzwe rw'ububasha bw'isi n'idini, ubupagani n'Ubukristo, ivyo na vyo bigahinduka, bigacika intambamyi ikomeye ku butumwa Bwiza buvugwa n'Abakristo. Ibanga ryabo rinyegejwe rigaragarira, rihishurwa ubwa nyuma nk'ububasha bukomeye bwa Satani bushaka kwigaragaza no guhoraho ibihe bidashira mu vyaremwe n'Imana, mu buryo bunyuranye n'ububasha bukomeye bukomoka mw'ijuru buganza isi, ubwami bw'Imana." (Torrance 1959: 115)

5. <u>Ukugene Babuloni imeze mu mpwemu.</u> Nk'uko tuja twabivuze aho hejuru, hariho ibintu bibiri bigenga ukwononekara gukomeye kw'abantu baba muri Babuloni: ivyerekeranye n'ubutunzi n'umuco hamwe n'ivyerekeranye n'idini. Ivyerekeranye n'idini rya Babuloni ni akaga gakomeye rikwegera mu bantu dushobora gufatira mu bivugwa mw'Isezerano rya Kera: "Bifatanije n'uko Babuloni ari maraya, kuyigizwa n'umuriro [**Ivyah 18:8**] bidushikana ku ciyumviro c'ivy'impwemu yamara atari ivyo icaha, ivya politike canke ivyo urucuruza, yamara ni ivyari bigize ico gisagara, ivyakigenda mu ngeso. Dufatiye ku vyagezwe vya Mose, uguturira n'ukuyigizwa n'umuriro n'ugutabwa mu muriro cari igihano cahabwa umukobwa w'umuherezi yiyononesheje ugusambana [**Lew 21:9**]. . . . Indunduro twotanga ni uko Babuloni ari igisagara co mu vy'impwemu." (Milligan 1896: 309, 310)

Muri Bibiliya yose, imvugo y'ubusambanyi, ubushakanyi, n'ukuryarukana  vyose bingana n'ukuryarukana kwo muri mpwemu (mu yandi majambo, guheba Imana ugakurikira izindi mana

---

*"amoko, amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi"* (**Ivyah 17:15**); gereranya na **Ivyah 5:9; 7:9** aho ishengero ryegeranijwe rikuwe *"mu mahanga yose, n'imiryango yose, n'amoko yose, n'indimi zose."*

[56] Babuloni  hahambaye hararengeye Roma ha kera kandi hahagarariye uruhendo rw'isi yose ntihanyuranye n'ibivugwa *"ku bami ndwi umwe muri bo agira umunani"* kuri **Ivyah 17:9-11**. Iki gishobora kuba ari "iciyumviro c'imvugo y'Abaheburayo,  'imvugo y'igiharuro gikurikira,' ikoresha ibiharuro bibiri bikurikirana bibangabanganye. Mu bihe bimwe bimwe uwo mugani canke iyo mvugo yerekana yuko urutonde rw'ivyavuzwe ari akarorero ariko atari uguheza ibivugwa vyose (Imig 6:16; 30:15, 18, 21, 29), yamara igihe ibiharuro ndwi na munani bikoreshejwe muri ubwo buryo, bisa n'ivyerekana igiharuro kitazwi yamara gikwiye (umusiguzi 11:2; Mika 5:4[5]). . . . Iri koreshwa rishobora kwemeza ivyo duhejeje kuvuga igihe uba ubifisemwo amakenga: ko  mu biharuro vya Yohana ndwi na munani bidategerezwa gufatwa nk'aho ari uko bitegerezwa gusigura, nk'aho ari ukwerekana abami b'abami b'abaroma bazoza imbere yuko Yesu agaruka, imbere ya parousia, yamara ko bihagarariye, abami bose bakora ikibi, abami bose barwanya abakristo bashobora kuzobaho imbere yuko ukurenza urugero n'akarimbi k'ibibi bakora bizobakwegera ugukomvomvoka kwabo." (Bauckham 1993a: 405)

[57] Yohana  rero ariko arahanurira Abakristo kutivanga n'ibibano babamwo, babanze babisuzume. Nk'uko Bauckham abivuga, "Ikbano ico ari co cose gihwanye n'inkofero ya Babuloni gitegerezwa kuyambara. Ikibano ico ari co cose gishira hejuru  ugutera imbere kwaco cirengagije abanda bantu kikanezerezwa no kubarenganya na co nyene kizogirirwa nk'uko babuloni hagiriwe" (Bauckham 1993b: 156; raba kandi Schnabel 2011: 211-12)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

n'ibikorwa, imikorere irwanya Imana) (raba uburorero, **Yer 3:6-10; Ezek 16:15-22; Hos 2:2; 4:12; Mal 2:13-16; 1 Kor 6:15-18; Yak 4:4; Ivyah 2:18-22; 14:8; 17:1-5; 18:1-3; 19:1-2**). Desmond Ford avuga ati, "Nubwo ari ukuri ko Ivyanditswe bikoresha ikigereranyo ca maraya ku bisagara nka Tiro na Ninewe [kugira ngo berekane ukwononekara kwo mu butunzi, urudandazwa no mu mico] kenshi na kenshi bikoreshwa ku bantu b'Imana bataye ukwizera " (Ford 1979: 270). Ford arabandanya avuga ivyo abona Yohana yibanzeko vya kahise mu gukoresha ico kigereranyo ku bijanye na Babuloni hahambaye: "'Maraya' atari 'umusambanyikazi' *ni* co kigereranyo gikwiriye, kuko umwanditsi yashingiye ku bakunzi biwe benshi basambana na we hamwe n'amahera yaronka muri ubwo busambanyi. Inkomoko y'ikigereranyo cakoreshejwe mu Ivyah. 17 tuyisanga muri Yer. 2:33-34 na 3:1-11, aho Yuda avugwa ko ari maraya (Yer. 2:20) afise ikimenyetso ku mutwe mu kurarika uruhanga (Yer. 3:3), atuma n'abandi bakora ivyaha (Yer. 2:33), kandi 'mbere no ku mpuzu zawe haboneka amaraso y'abantu b'abakene wishe batagira igicumuro' (Yer. 2:34). Yambaye impuzu zisa n'agahama (Yer. 4:30) kandi yisakaye utugenegene tw'izahabu. Abakunzi, abuzure biwe biwe bazomukengera (Yer. 4:30) kandi bazorondera ingene bomwica. . . . *Pornē* [umusambanyikazi; maraya] ni ijambo rikoreshwa muri Septuagint LXX [Isezerano rya Kera mu Kigiriki] n'imiburiburi incuro 50 kugira ngo berekane ingene Isirayeli na Yuda babaye abasambanyi mu buryo bw'impwemu. . . . Ibihari nk'ivyo, nk'uko vyakoreshejwe muri iki cirwa, ntibisigura ko ari uguhakana ivyakorwa bizwi neza kuri Roma. . . . Ahubwo bisigura yuko ari ukwerekana yuko Yohana yabonye ibirengeye Roma, kandi ko yari arajwe ishinga mu buryo budasanzwe n' ubuyobe bwa nyuma bwo kwihakana Imana buzogira icicaro ku kibazo c' imigenderanire n'Imana kurusha uko yoba ariko aravuga ku bijanye na politike. ikindi, yariko arandikira Abakristo bagaragaje ko ari bo, ariko ntiyariko arandikira abanyagihugu b'Abaroma batizera. Ni co gituma, yari afise intumbero yo kuburira umukuku, kugira ngo abanywanyi b'uwo mukuku ntibakurikire Antikristo mu busambanyi mu vy'impwemu." (Ico gitabu nyene: 270, 304n.159)

Ukwononekara gukomeye mu vy'idini no mu vy'impwemu kwa Babuloni nta nkeka ko kwaja kuriho mu kinjana ca mbere. Bauckham avuga ku kamere k'ukwononekara mu vy'idini kwari kwatandukiriye n'ibindi bihugu mu kinjana ca mbere aho Yohana yandika: "Dufatiye ku kugene umukristo w'Umuyuda Yohana yabona ibintu, idini rya Roma mu vya politike ryari idini ribi ry'ibinyoma kurusha ayandi yose, kuko ryerekana ko ivyo Roma yavuga ku bantu bayo n'ukugene yabakuramwo ubutunzi bwabo yishimikije idini. Ni co gituma, kuri Yohana, ugucinyiza abantu mu vy'ubutunzi igomba kububonkorako hamwe n'ukwononekara kw'idini ryari iryo igihugu bifatanganye, bigendera hamwe, bidasigana. . . . Mu kugene Yohana yabona ibintu, ibibi vya Roma vyagiye ahabona mu kugene yahama Abakristo, kubera yuko Roma ubwayo yari yigize imana vyakubitanye n'Ubumana bw'Umwagazi w'Intama ubwo abishwe b'Abakristo bashingira intahe kubw'ivyo ivyari vyinyegeje mu ma politike yose ya Roma ngaha vyagiye ahagaragara." (Bauckham 1991: 57-58)

Kimwe mu vyerekana ukwononekara kwo mu vy'idini bishobora kuba vyongeye vyabaye ugucudika hagati y'idini ry'Abayahudi na Roma. Abagize ico bavuga kuri ico gitabu babona ko maraya ari Isirayeli yararutse Imana cane cane Yerusalemu (McDurmon 2011: 2; Chilton 1985: 187-88 [Yerusalemu ni maraya; "yerekanwa yuko yicaye ku gikoko" (Ivyah 17:3) hahagarariye "uguharura kuri ubwami bw'Abami bw'Abaroma kugira ngo rishobore kubaho nk'igihugu kandi rishobore no kugira ububasha"]). "Ivyavuzwe mu [**Ivyah 17:6; 18:24**] ko maraya yishe abashingira intahe ijambo ry'Imana biguma bigaruka ku bwagiriji Yesu yagirije Yerusalemu (Mt 23:29–39). . . . Igihe Yohana avuga ku gikoko gihindukirira maraya kikamurandura [**Ivyah 17:16-18**], nta nkeka ko aba ariko aravuga ku gihano c'Imana cashikiye Yerusalemu kubera yacuditse n'ugusenga Umwami w'abami wo mw'isi." (Pate na Haines 1995: 43)

Nk'uko kwari ukuri ku bijanye n'ukwononekara kwo mu mico kama no mu vy'ubutunzi, ukwononekara kwo mu vy'idini ry'i Babuloni hahambaye ntibigarukira kuri Roma yo mu kinjana ca mbere gusa. Yohana ntiyari arajwe ishinga mu buryo budasanzwe mu vyo yarimwo mu vya politike no mu vy'ubutunzi *ubwavyo*, nubwo na ho nyene yari abizi neza. Ahubwo, "kuri we Babuloni ahanini ni ibijanye n'idini kandi hahagarariye ukugarariza Imana kwo mw'isi yose. . . . Yohana yabonye ikirengeye Roma, kandi . . . yari arajwe ishinga mu buryo budasanzwe n'ubugarariji bwa nyuma buzoba bufise icicaro mu kibazo c' imigenderanire y'abantu n'Imana aho kuba imigenederanire n'ibijanye na politike. Ikindi, yariko arandikira Abakristo bemeza ko ari bo, ariko ntiyariko arandikira abenegihugu batizera b'Abaroma. Ni co gituma, mu vyo yavuga yashaka kugabisha umukuku, kugira ngo ntujane nyabahururu mu gukurikira Antikristo ngo winjire mu busambanyi bw'impwemu." (Ford 1979: 269,

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

304n.159)[58]

6. <u>Babuloni maraya anyuranye na wa mugore atagira agasembwa avugwa mu **Ivyah 12:1**</u>. Kamere k'isi yose ka Babuloni hahambaye kagaragarira mw'itandukaniro ryaho n'umugore wo mu **Ivyahishuwe 12**. "nk'uko umugore avugwa mu Ivyah. 12 nta nkeka ko ari ikigereranyo c'abantu b'Imana bo mu bihe vyose, ni co gituma umugore wo mu Ivyah. 17 agizwe n'abagarariji b'ibihe vyose. Yamara nk'uko Yohana mu buryo budasanzwe akoresha umugeni wo mu bihe vy'iherezo [raba **Ivyah 19:7-8; 21:2, 9**], ni ko bimeze no kuri maraya. Paulo yaravuze ku [kizira c'ubuyobe] na Babuloni ivyo Yohana avuga ko ari ubugarariji bwavuzwe n'intumwa ku banyamahanga. Babeli hari hatanguranye n'ubugarariji, ari na co gituma hazoshika kw'iherezo." (Ford 1979: 269) Ico gicapu c'aho hepfo cerekana ingene umugore, Siyoni idasanzwe, ihagarariye ijuru ry'abantu b'Imana (**Ivyah 12:1-2, 5-6, 13-17**), hatandukanijwe cane na "maraya w'agahebuza" wo mu **Ivyahishuwe 17-18**:

| ***Umugore wo mu Ivyah 12*** | ***Maraya gahebuza wo mu Ivyah 17-18*** |
|---|---|
| Umugore yambaye izuba (**12:1**) | Uwo mugore yambaye impuzu z'inyambarabami n'izagahama (**17:4; 18:16**) |
| Ukwezi kwari musi y'ibirenge vyiwe (**12:1**) | Yicaye kw'iteranirizo ry'amazi menshi (**17:1, 15**) |
| Mu mutwe yambaye igitsibo c'inyenyeri cumi na zibiri (**12:1**) | Yisakaye izahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinin, n'imaragarita (**17:4; 18:16**) |
| Avyara umwana w'umuhungu (**12:5**) | Nyina wa ba maraya (**17:5**) |
| Umugore ahungira mu bugararwa (**12:6, 14**) | Uyo abami bo kw'isi basambana na we, abadandaza bo kw'isi batungishwa n'ubwinshi bw'ibihinda vyiwe (**17:2; 18:3, 9**) |
| Aho afise ahantu yateguriwe n'Imana kugira ngo bamugaburirireyo (**12:6, 14**) | Atwarwa n'igikoko (**17:3, 7**) |
| Ahirwa, ababazwa n'igisato (**12:13, 15**) | Aborewe amaraso y'abera (**17:6; 18:24**) |

7. <u>Babuloni ni ikinyuranye na Yerusalemu Musha.</u> Hose, Babuloni na Yerusalemu Musha ni ibigereranyo. Kamere ka Babuloni hahambaye kabonekera mu budasa butandukanye na Yerusalemu Musha. Ko Babuloni havugwa ko hamwe ari umugore ahandi na ho hakaba umurwa, igisagara, kandi na Yerusalemu Musha na ho nyene hakavugwa ko ari umugore n'umurwa (**Ivyah 21:2**), ntivyerekana ko ari kamere k'isi yose ko kugereranya yamara ko bifatanye n'umuco kama, ubutunzi, n'idini: ivyo vyose bifitaniye isano, birinjiranamwo, bifise ivyo bihuriyeko kandi ivyo ni vyo bigaragaza aho umuntu yegukira, yegamiye, ico ashira imbere mu vy'ukuri. "Babuloni , igisagara c'iyi si, ahantu h'ubuhungiro n'ukwitwa abashitsi ku Bakristo, ni umurwa mukuru wo mu vy'impwemu kuri abo bose bazoguma kw'isi, (babona ibiri kw'isi). Mu bari mw'isi ntiharimwo gusa abo bari inyuma y'ishengero yamara harimwo n'abari mw'ishengero. Babuloni ni aho 'ababa mw'isi basagaje kandi n'abakurikira igisato ni ho bagira iwabo. Yamara Babuloni si iwabo gusa w'ababa mw'isi ariko vyongeye ni aho Abakristo baba nubwo hadashobora kwitwa i wabo kuko i wabo w'Abakristo ni mw'ijuru ." (Resseguie 2009: 35)

Ugushusha kuri hagati ya Babuloni na Yerusalemu nsha kwerekana ugukubakurwa no guhendahendwa kw'isi n'uduciro twayo; amatandukaniro yerekana yuko isi n'uduciro twayo ata co bimaze na gato, birica:

| ***Babuloni (Ivyah 17-18)*** | ***Yerusalemu Musha (Ivyah 21-22)*** |
|---|---|
| **Intangamarara** | **Intangamarara** |
| Haza umwe muri ba bamarayika (**17:1**) | Haza umwe muri ba bamarayika (**21:9**) |
| Arantumira ati: "Ngwino nkwereke" (**17:1**) | Arantumira ati: "Ngwino nkwereke" (**21:9**) |
| Umumarayika asigura ivyo abonye (**17:3**) | Umumarayika asigura ivyo yabonye (**21:10**) |
| Mu bugararwa (**17:3b**) | Ku musozi muremure (**21:10**) |
| Ukwugururwa kw'ivyo yeretswe (**17:3**) | Ukwugururwa kw'ivyo yeretswe (**21:10b**) |
| **Ukugereranya** | **Ukugereranya** |
| Yambaye impuzu y'inyambarabami, | Yambaye impuzu zera nziza, zikayangana, zitanduye |

[58] Kamere k'impwemu ya maraya katumye abantu benshi bagize ico babivugako babona Babuloni nk'uko abavugishwa n'Imana babona Isirayeli nk'uwutizera, umuryarukanyi: "Babuloni si Yerusalemu 'w'Abayuda' bonyene. Ni ishengero rinini ry'Imana riri mw'isi yose igihe iryo shengero rizoba ritakaje ukwizera rikaryaruka Umwami waryo w'ukuri n'Imana yaryo. . . . Babuloni ni isi mw'Ishengero." (Milligan 1896: 295-96) Yamara, Babuloni ntiyigeze yitwa *moichalis*, 'umusambanyikazi'; yamara yamye yitwa *maraya*, 'umuryarukanyi'. Ni co gituma, Babuloni atigeze aba umugore w'Umwagazi." (Hendriksen 1982: 167n.3) vyongeye, "Ivyah. 18—cane cane imirongo ya 11, 13—iberanye n'ibivugwa ku gisagara co mw'isi; ntibishobora gukoreshwa ku ciyumviro c'ishengero ry'ibinyoma." (Ico gitabu nyene: 167n.1) Babuloni nka Roma na Babuloni nk'ishengero ry'ibinyomabirafise utuntu tumwe tw'ukuri; yamara ivyo vyiyumviro vyose birafise aho bigarukiriza, bigarukira.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

| | |
|---|---|
| n'iy'agahama, n'impuzu zera nziza (**17:4; 18:16**) | (**19:8**) |
| Yisakaye izahabu (**17:4; 18:16**) | Umurwa wari izahabu ishinze inkamba (**21:18, 21**) |
| Yisakaye utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita (**17:4; 18:16**) | Ugukayangana kwawo gusa n'ukw 'ibuye ry'akabuyenge ry'igiciro kinini cane, nk'akabuyenge kitwa yasipi, kabonerana nk'icirore (**21:11**); urugo rwaho, urugo rw'uwo murwa rwubakishijwe yasipi (**21:18**); Amatanguriro y'urugo rwa wa murwa yari asharijwe n'amabuye y'amoko yose (**21:19-20**) |
| Yisagaye imaragarita (**17:4; 18:16**) | Amarembo, ibirimba cumi na bibiri vyari imaragarita cumi na zibiri (**21:21**) |
| **Ubudasa** | **Ubudasa** |
| Maraya gahebuza (**17:1**) | Umugeni, umugore w'Umwagazi (**21:2, 9**) |
| Iwabo w'abadayimoni (**18:2**) | Aho Imana iba, igerereye(**21:3, 22**) |
| Izina ryanditswe mu ruhanga rwiwe (**17:5**) | Izina ry'Imana ryanditswe mu ruhanga rw'abazoba muri uwo murwa (**22:4**) |
| Abamukurikira ntibandtswe mu gitabu c'ubugingo (**17:8**) | Abazobayo bose banditswe mu gitabu c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama (**21:27**) |
| Afise igikombe c'izahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe (**17:4**); ikibanza c'abadayimoni, aharindirwa impwemu zihumanya zose, aharindirwa ibisiga bihumanya vyose vyankwa (**18:2**) | Nta canduye kizogera kuri uwo murwa wera (**21:27**) |
| Vino yiwe iboreza ababa kw'isi, amahanga (**17:2; 18:3**) | Amazi y'ubugingo atangwa k 'ubuntu, kandi igiti c'ubugingo kizana kivura amahanga (**21:6; 22:1-2**) |
| Arazimiza & agahenda amahanga; abami bo mw'isi basambana na we (**17:2; 18:3, 9, 23**) | Amahanga azogendera mu muco wayo; abami bo mw'isi bazozanay'ubwiz bwabo (**21:24, 26**) |
| Abantu b'Imana bahamagarirwa kuva muri Babuloni (**18:4**) | Abantu b'Imana bahamagarirwa kwinjira muri Yerusalemu nsha (**22:14**) |
| Bagenewe kuranduka (**17:16-17; 18:8-23**) | Abera bazoganza ibihe bidashira (**22:5**) |

8. <u>"Bantu banje, ni muve i we" (**Ivyah 18:4**).</u> Dufatiye kw'ishengero ryo mu Ivyahishuwe, tuja twabonye ko bavuze ku bijanye na **Yes 48:20; 52:11; Yer 50:8; 51:6, 9, 45** nk'ico Yohana yafatiyeko mu kubahanura , no kubinginga avuga ati "Bantu banje, ni muve i we.*"* Mu vyariko biraba mu kinjana ca mbere mu gihe ca Yohana, itegeko canke impanuro ya Yohana "si ukuva muri bo mu buryo bw'umubiri yamara ni ukuva mu buryo babaho mu kibano c'Abagiriki n'Abaroma b'ico gihe" (Stylianopoulos 2009: 26; raba kandi also Bauckham 1993a: 377 ["Nta n'umwe mu bantu ba mbere basoma ivyo Yohana yanditse baba mu gisagara c'i Roma. Iryo tegeko ryerekeranye n'abasoma ivyo yanditse ko bakwiye *kwitandukanya ubwabo* n'ibikorwa bibi vyakorerwa I Roma kugira ngo ntibasangire ugutsindwa n'igihano kizohabwa ababa i Roma."]).

Kubera yuko Babuloni hahambaye harengeye Roma yo mu kinjana ca mbere, impanuro za Yohana zikoreshwa mu bihe vyose n'ahandi hantu hose ku Bakristo bama bari mu kaga ko gukwegwakwegwa n'ibihenda amaso vyinshi vy'iyi si: "Mbere n'ivyavuzwe mw'Isezerano rya Kera, uku ntikwari ukugabisha gusanzwe kwo kuva mu gisagara ca Babuloni . Yohana, co kimwe n'Abavugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera, ariko arahanura abantu b'Imana guheba ibihenda amaso n'imitego hamwe n'ibibizingira ko vuba vy'igisagara c'igisambanyi. Babuloni iba ahantu hose hari ugusenga ibigirwamana, ubusambanyi, ukwishira hejuru, ukwibaza yuko abantu bikwije, ubwishime, ubwirasi n'ukwivanga, kwishimira ubutunzi n'ibitayega hamwe n'umuryano mu buzima co kimwe n'ubwicanyi (18:4-8, 24). Abizera bategerezwa kwitandukanya n'ivyo bintu vyose biranga Babuloni duhejeje kuvuga aho hejuru. Nubwo bategerezwa kuba w'isi bagakorera muri yo, bategerezwa vyongeye kwerekana itandukaniro ryabo n'ab'isi kandi bakarwanya ivyo vyose vyobizingirako bikababuza gushingira intahe ijambo ry'Imana, canke kurwanya ivyo vyose vyobabuza kuba ibishingantahe, ivyabona." (Ngundu 2006: 1572)

9. <u>Ugucirakw'iteka Babuloni kumeze nk'ugucirakw'iteka Babuloni yo muri kahise ka kera (**Ivyah 18:1-24**).</u> Dufatiye ku kavya ka gatandatu (Ivyah 16:12), twarabonye ingene ugucirwa kw'iteka n'Imana mu Ivyahishuwe kumeze hamwe nk'ugusangangurwa kwa Babuloni yak era yo muri kahise . Ubu, **Ivyah 18:7** hasubiramwo ivyavuzwe muri **Yes 47:7-8** ku bijanye n'ubushakanyi bwa Babuloni. Yamara, ikigereranyo kiri hagati ya Babuloni yo muri kahise n'isi ya Babuloni hahambaye ho mu **Ivyahishuwe 18** ntibigarukira kuri ivyo vyavuzwe gusa muri **Yes 47:7-8**. **Ivyahishuwe 18** hakoresha

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**Yesaya 47** ikintu kimeze nk'icitegererezo co gutangaza urubanza rw'Imana kuri Babuloni hahambaye kubera ubwishime, ukwishira hejuru kwaho, ubumaraya, uburozi n'ubupfumu hamwe no kutubaha n'ukutumvira Imana nk'uko Imana yahanye Babuloni yo muri kahise. Iki gicapu gikwirikira cerekana ugushusha kuri hagati y'izo Babuloni zibiri:

| ***Babuloni yo muri kahise —Yes 47*** | ***Babuloni hahambaye—Ivyahishuwe 18*** |
|---|---|
| Yiyita umwamikazi, atari umupfakazi (**47:7-8**) | Yiyita umwamikazi, ntiyiyita umupfakazi (**18:7**) |
| Yibaza ko ari mu mutekano (**47:8, 10**) | Yibaza yuko ari mu mutekano (**18:7**) |
| Yishira hejuru (**47:8, 10**) | Yishira hejuru (**18:7**) |
| ubushakanyi (**47:8**) | Ubushakanyi (**18:3, 9**) |
| Akoresha ubupfumu (**47:9, 12-13**) | Akoresha ugupfumura (**18:23**) |
| Umunyavyaha (**47:10**) | umunyavyaha (**18:4-5**) |
| Ugucirwa kw'iteka kuzomwubira giturumbuka (**47:9, 11**) | Ugucirwakw iteka kuzomwubira giturumbuka (**18:8, 10, 17**) |
| Bazosha (**47:14**) | bazosha (**18:8-9, 18**) |
| Abaryamana na we ntibazomukiza (**47:15**) | Abaryamana (abasambana na we) ntibashobora kumukiza (**18:3, 9-19**) |

Beale apfunyapfunya ugushusha kuri hagati y'izo Babuloni zibiri: "Nk'uko biri n'ahandi hose mu Ivyahishuwe, ukwishira hejuru n'ubwishime hamwe n'ugusangangurwa kwa Babuloni ya Kera kwafashwe nk'ikintu cabaye n'ugusangangurwa kw'ibimeze nka Babuloni vyo mw'isi yose bizoba mu gihe c'iherezo. Nkuko vyabaye kuri Babuloni ya kera , Babuloni yo mu gihe c'iherezo yisanga ari nyina w'ababa muri yo bose, abo irisha. Babuloni hariyemera ko hatazokwigera habura ivyo hafashisha canke hafungurira abana bayo. Nk'uko vyagenze kuri Babuloni nk'igihugu, ni ko bizogenda no mu vya politike, ubutunzi, umutekano kuri Babuloni mu misi ya nyuma, ayo mahoro, n'uwo mutekano Babuloni izobinyagwa giturumbuka. Kandi ukwo kwiyemera n'ukwirata kwaho kubera ubutunzi bwaho kuzoboneka ko kwubakiye ku busa, ku bishakashaka kandi ko kwubakiye ku kwihenda no ku kwibesha (nko muri Yes. 47:9-11; Yer. 50:31-32). Ukwiyemera nk'ukwo ni ugusenga ibigirwamana, ni ukwisenga gutegerezwa kuzocirwa urubanza, kuzocirwa kw'iteka. Ishengero ritegerezwa kwiyubara kwizigira ubutunzi bwaryo kugira ngo abaririmwo ntibacirirwe urubanza hamwe n'isi." (Beale 1999: 903)

10. <u>**Ivyah 18:1-19:6:** Ugucirwakw'iteka kwa Babuloni.</u> **Ivyah 18:1-19:6** has an ukugene hariho ugushusha mu buryo vyubatswe:

**18:1-3:** Umumarayika atangaza ugusangangurwa kwa Babuloni
  **18:4-20:** Ijwi riva mw'ijuru ribura ukurwa kwa Babuloni
**18:21-24:** Umumarayika atangaza ugucirwa kw'iteka kwa Babuloni
  **19:1-6:** Amajwi mw'ijuru ahimbaza Imana kubera ugusangangurwa kw'i Babuloni

(raba Bauckham 1993a: 338-43; ku bindi nk'ivyo vy'uguca ku masonga raba Beale 1999: 891)

Nubwo **Ivyah 18:6** hashobora gufatwa nk'aho Babuloni hahanywe incuro zibiri zirengeye uko hategerezwa guhanwa, aho bavuga "ibihwanye n'ivyo yagiriye abandi" na "mumugerere kabiri ibikwiranye n'ivyo yakoze" ni imvugo y'Igiheburayo isigura ugusubizwa "ibingana" (Kline 1989: 171-79; raba kandi **1 Tim 5:17**; Ladd 1972: 238 ["uguhana gukwiye, kwuzuye"]; Beale 1999: 900-02). Ivyo vyemezwa kuri **Ivyah 18:7** aho havuga ibi, *"Nk'uko yihimbaza, akigirira ibihinda, abe ari ko mumuha kubabazwa agashinyaguro no kuboroga."*

**J.** ***Ivyah 19:11-21: Ukuza kwa kabiri kwa Yesu Kristo, ukugaruka kwa Yesu Kristo***

Muri iki kigabane Kristo ahishura yerekana ububasha bwiwe n'ubwizigirwa bwiwe ku masezerano yiwe igihe azogaruka guca amateka kuri abo bose bamurwanije, bakanka kumwemera kandi bagacinyiza abantu biwe. Tugumanye ukwo kubangabanganwa kugenda kwongerekana mu kugene ico gitabu canditswe, *Parousia (Ukugaruka kwa Yesu)* canke ingaruka zakwo zaravuzweko mu **Ivyah 1:7; 6:12-17; 8:1-5; 11:11-19; 14:14-20; 16:17-21** (*parousia* canke ingaruka zakwo zizovugwako vyongeye kuri **20:7-10, 11-15;** na **21:1-2**). **Ivyahishuwe 19** mu buryo bw'ikigereranyo havuga ido n'ido rya *parousia*. Ibiba mu **Ivyahishuwe 19** bifatanye neza n'ivyabaye ku bisomwa bivuga kuri *parousia* vy'imbere y'ico gisomwa. Mealy avuga kuri uku gushusha: "Mu Ivyahishuwe 19, haza inyuma y'uguhishurwa kwa Yesu agendera kw'ifarasi y'igitare, Yohana yerekana intsinzi n'ibikorwa imbere y'Intebe y'inganji y'Imana, bifise ishusho n'ugusa kw'ivyabaye kuri 7.9-12 hamwe n'ivyabaye kuri 11.15-17. Amashimwe ahabwa 'Imana yicaye ku ntebe y'inganji' kubera yuko ikoresha ubugororotsi mu guca imanza mu gukurwa ku ngoma kwa Babuloni (19.1-3); maze kandi, nk'uko biri kuri 16.17, 'ijwi rirenga riva mu rusengero kuri ya ntebe'. . . . Iryungane rya mbere [**19:5**] nta nkeka ko rifatiye ku

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Ivyah. 11.18, aho parousia yaja yaratangajwe nk'igihe c'Imana c'ugutanga ingero 'ku bavugishwa n'Imana no kugerera abera n'abubaha izina ryawe, aboroshe n'abahambaye'. Muri ubwo buryo nyene, gutanga ishimwe ku Mana kubera yuko yashikiriye inganji yiwe yo mu bihe vy'ihezezo (umurongo wa 6) hagaruka kwerekana kuri 11.15-17. . . . Mu Ivyahishuwe 19, intebe y'inganji y'Imana yongera kuvugwa ubugira gatatu [**19:1-6**] (raba 7.9-17; 11.15-18) kugira ngo yerekane parousia atari akaryo gusa k'uburake, yamara kandi ari akaryo k'ukunezerwa. Ivyo vyose bivana n'umurwi w'abantu uri imbere y'iyo ntebe y'inganji." (Mealy 1992: 156)

Uko *parousia* ubwayo itangura, Yohana abona *"ijuru rikingurutse"* (**Ivyah 19:11**) hasubira inyuma hakavuga kuri *parousia* n'ibisomwa bivuga ku guca amateka (**Ivyah 6:14; 11:19; 15:5**; raba **4:1**). Ukwinjira nya kwinjira muri ico kiringo bibonekera mu kugene ikirwanishwa conyene gikoreshwa muri iyo ntambara kivugwa ko, *"Mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe"* (**Ivyah 19:15;** raba kandi **1:16; 2:12; Yes 11:4; 49:2; Heb 4:12**): "Ico ciyumviro gihera ku kurema. Imana yaremye amasi ikoresheje ijambo ryayo. Yaravuga bikaba. Ukwo kurema kwabayeho biciye mw'ijambo rizima, ijambo ritanga ubugingo Kristo (Yohana 1:3; Heb. 1:2). Ugucirakw iteka ivya kera na kwo nyene kuzoca mw'ijambo ry'ubugingo, ijambo rizima rya Kristo." (Ladd 1972: 255) Izina rya Yesu, *"Uganza abaganza n'umwami w'abami"* (**Ivyah 19:16**), ryerekana ubutegetsi bwiwe ku bandi bategetsi bose no ku bundi bubasha bwose bubaho.

*Parousia* irimwo ibintu vyinshi bitandukanye. Ishobora kuvugwa ko ifise imero zibiri zibangabanganywe, izo na zo Yohana azivuga mu buryo butandukanye. *Parousia* igizwe n'uguhora abagororotsi n'ugucirakw iteka abatari abagororotsi. *Parousia* vyongeye ivugwa nk'aho ari muri sentare kandi no kurwana intambara.

1. <u>*Parousia* nk'uguhora abagororotsi.</u> Igihe Yesu azogarukira, azoza mu buryo bw'ikigereranyo ataje ari ku ndogoba (raba **Yoh 11:13-15**) yamara azoza ari kw' *"ifarasi y'igitare"* ari kumwe n'ingabo ziwe na zo nyene zigendera ku *"mafarasi y'igitare"* (**Ivyah 19:11-14**). Muri Roma ya kera, intwazangabo zitabarutse zinesheje intambara zikomeye rimwe na rimwe zarerekana "intsinzi" mu bantu aho zinjira i Roma ziri mu mukogote ukwegwa n'amafarasi ane y'igitare, bari kumwe n'ingabo zabo zanesheje zikwirikira izo ntwazangabo zigendera inyuma yazo (Ramsay 1875: 1163-67). Ibara ryera rero risigura intsinzi.

Igitare, ibara ryera ryerekana ivyiyumviro vy'ukugororoka, ukwera n'uguhorera: "Mu Ivyahishuriwe Yohana hose 'ibara ryera' rihagarariye uguhabwa impera kubera ukutandura canke ukutandura ubwako, bikomoka mu kuguma mu kwizera kwacishijwe, kwasuzumwe, kwahinguwe n'uguhamwa [**3:4-5**]. . . . 19:7-8 harananosoye iki ciyumviro mu gutahura imvune 'zera' ko zidahagarariye ukugororoka gusa yamara kandi ko zihagarariye impera y'*uguhorwa* kuri abo bihanganiye uguhamwa. Uguhora kumbure kurimwo ikoreshwa ry'ubwa mbere 'ibara ryera' (uburorero, Umwana w'Umuntu n'abera bazohorwa n'Imana bamaze guheza gushingira intahe mu bwizigirwa ijambo ry'Imana isi ikaryanka maze bagaca bahamwa: 1:14; 2:17; 3:4-5; 4:4; 6:11; 7:9, 13; 14:14). Mu buryo budasanzwe, kuri 14:14 na 20:11 'ibara ryera' ryerekana ivyiyumviro atari ukwera kwo mw'ijuru gusa hamwe n'ukutandura yamara kandi ryerekana ukwezwa, ukwambikwa izera muri sentare kubera ukuri biciye mu guca urubanza, guca amateka. Muri ubwo buryo nyene, ibara ryera ry'ifarasi ngaha ryerekana ico ciyumviro nyene c'uguhora mu gushikiriza uguca imanza gukurikira, cane cane kubera bifatanye cane n'imirongo ya 7-8 kandi kubera 'imvune zera' ku murongo wa 14, aho harimwo iciyumviro c'uguhora." (Beale 1999: 950)

Nkuko twabibonye mu Ivyahishuwe hose, imana kwishushanya no guhora abantu bayo bikurikirana n'uko yishushanije kandi igahora Kristo: abizera bazoca mu mibabaro, bapfe, bicwe, kandi baboneke nk'aho baneshejwe, batsinzwe muri iyi si, yamara ubwizigirwabwabo gushika ku gupfa bizovyara intsinzi y'ibihe bidashira n'uguhorwa kw'ibihe bidashira (**Ivyah 2:9-10, 13; 6:9-11; 7:9-17; 11:7-13; 12:11; 14:1-5, 13; 17:14; 18:20-24; 19:1–9; 20:4-6**).

2. <u>*Parousia* nk'ugucira imanza abatari abagororotsi.</u> Hejuru y'uguhora abagororotsi, *parousia* igizwe n'ugucira imanza abatari abagororotsi. **Ivyah 19:15-21** hafatira cane kuri *parousia* nk'aho ari ugicira imanza abatari abagororotsi.

3. <u>Ugucira imanza abantu kuza habaye *parousia* nk'aho ari intambara kandi hakaba ari no muri sentare.</u> Mu kuvuga kuri *parousia* umurongo wa **19:11** havuga ibi, *"Aca amateka akarwana intambara mu bugororotsi."* Ico ciyumviro kiguma kigaruka muri Bibiliya yose c'uguca amateka kw'Imana igihe izozira nka sentare kandi no kurwana intambara: "Ikigereranyo c'ukuburanisha n'intambara ni imvugo ngereranyo y'inganji y'Imana. Aganzisha amateka n'uguca imanza hamwe n'intambara. Mu burake bwayo, ahora izina ryiwe, yamara vyongeye ahora abiwe bose kandi bizigiye ko ashobora kubakingira no kubacungura, kubakiza." (VanGemeren 1990: 220)

a. *Urubanza rw'Imana nkaho rubera muri Sentare y'Imana.* Mw'Isezerano rya Kera, "Ukuza kw'Uhoraho kwagereranywa n'ibibera muri Sentare. Muri Sentare yayo Yahweh ni

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*umucamanza, umwagiriji* akaba *n'icabona.* Ni umucamanza yigenga ari hejuru ya vyose yicaye hejuru y'ivyo yaremye vyose: 'Yamara Uhoraho we ari mu rusengero rwiwe rwera: isi yose ni ihwekere imbere yiwe' (Hab. 2:20; raba Zef. 1:7). Igihe azozira, azokoranya amahanga yose; ni ho "nzobavuganiriza, mburana abantu banje". (Yoweli 3:2). Uhoraho afitaniye imiburano na bene Igihugu , kuko ata kuyoboka kukirimwo (Hos. 4:1-3), akora nk'icabona nk'uwutsindisha ababurana (Yer. 29:23; 42:5; Mika. 1:2), aratsindisha, kandi agashira mu ngira urubanza rwaciwe. Ico afatirako mu kurega no mu gutsindisha abantu ni amanyama y'abantu, ukwanka ubwami bwiwe, ukwikunda n'ukwikwegerako biranga abo bantu [**Mal 3:5**]." (VanGemeren 1990: 219)

Mw'Isezerano Risha, tubona uguca imanza kuvugwa ko kwabereye nko muri Sentare muri **Mat 25:31-46; Ivyak 10:42; 17:31; Rom 14:10; 1 Kor 4:4-5; 2 Kor 5:10**. Mu Ivyahishuwe, uguca imanza nk'aho biriko birabera muri Sentare biboneka neza ku mirongo ya **11:18; 20:11-15**. Mu **Ivyahishuwe 19**, uguca imanza nk'iciyumviro c'aho biriko birabera muri Sentare bibonekera muri iyi mvugo ngereranyo *"inyonga ziwe, amaso yiwe ni imbeye z'umuriro"* (**Ivyah 19:12**). Ivyo vyerekana uruhara n'igikorwa ca Kristo nk'Imana, umucamanza abona vyose. Vyongeye bibonekera mu **Ivyah 2:18-23** aho, iyo mvugo nyene ngereranyo yuko, Umwana w'Imana, Kristo afise inyonga zisa n'imbeya z'umuriro zibona imbere n'inyuma ( *"asesa mu mishaha no mu mitima,"* **Ivyah 2:23**) y' ishengero ry'i Tuwatira n'umugore Yezebeli yiyita uwuvugishwa n'Imana hamwe n'abamukurikira. Ingaruka ni uguhora n'impera ku bizigirwa n'urubanza kubatizigirwa, ku bihemu.

b. *Uguca imanza kw'Uhoraho nk'intambara canke ukunigana.* Mu ciyumviro c'intambara, "Yahweh ni umuhizi wo mw'ijuru, aza aje gushiraho urutonde agakuraho akajagari n'ibintu bidapanze neza, bidatonze neza, bitari ku rutonde maze agashiraho ubwigenge bw'ubwami bw'abantu. Uwo muhizi asuka uburake bwiwe ku bamurwanya bose mu bwami bwiwe [**Yes 13:13**]. Mu burake bwiwe aza aje kwihora, aje nk'uwuje kurwana no kumena, gusesa amaraso [**Yer 46:10**]." (VanGemeren 1990: 220) Vos abandanya avuga ati: "ibivugwamwo ni intambara; ico yafatiyeko ni intambara ikaze, itoroshe hamwe n'intsinzi ikomeye. Mw'Isezerano rya Kera ibi ni ibintu vy'igihe kirekire vy'uguserukirwa, nubwo guhera muri Daniyeli no muri Zaburi kubandanya iryo shusho ribandanya ryiserura, yamara bitarinze kuvanaho ivya mbere kandi bitabanje kubisubirira. Mu guca imanza biciye mu ntambara nta kintu na kimwe cegeranijwe cabitswe kigasuzumwa kandi nta rubanza na rumwe rwasomwe hafatiwe kuri ivyo. . . . Hariho ikintu kimwe kidasanzwe ku bijanye n'ugushira mu ngiro urwo rubanza rwaciwe . . . ukwihuta gushirwa mu ngiro kw'urubanza rwacitse. Ibi tubibona bigaragajwe neza mu kuvuga ku majambo nk'aya 'Umugarariji' [**2 Tes 2:8**]; azogaragazwa n'impwemu ziva mu kanwa ka Kristo, agaragazwe n'uguseruka kwiwe, ukuza kwiwe. Mu buryo bugaragara iki ciyumviro cabuwe, citijwe kivuye muri [**Yes 11:4**]. Muri Yesaya mu nca make ni kimwe mu bigereranyo vy'iciyumviro c'umuvugishwa n'Imana c'ukugene Yehova aca imanza kandi akazishira mu ngiro mu kanya isase." (Vos 1979: 262-63)

Mu Ivyahishuwe, uguca amateka nk'intambara biboneka kuri **6:12-17; 11:18; 14:17-20; 16:14-21; 17:14; 18:17-24; 19:11-21; 20:7-10**. Mu **Ivyahishuriwe 19**, aho havuga kuri Kristo nk'wugendera kw'ifarasi y'igitare (**19:11**) kandi "ingabo" ziwe na zo zikamukurikira zigendera ku mafarasi y'igitare (**19:14**) vyerekana *parousia*-n'-uguca amateka -nk-iciyumviro c'intambara (raba Schnabel 2011: 236, 288). Ivyo bisobanurika neza kuri **Ivyah 19:17-21**. Kuri **19:17**, *"Amazimano menshi y'Imana"* aheraheza *"amazimano azoba mu gutaha ubukwe bwa wa Mwagazi"* (**19:9**). Ukwo gushusha kubonekera aho hose kuri **Ivyah 19:9** no kuri **19:17** harimwo amajambo amwe, *eis to deipnon* ("ku mazimano"). "Ukwo gusa kwerekana yuko uguca amateka ari urundi ruhande rw'ikingorongoro rwanditsweko agakiza" (Beale 1999: 965).[59]

[59] Ikigereranyo c'ibisiga vy'amero vyafunereza inyama z'imivyimba y'abapfuye (**19:17-21**) cabuye ahakuru muri **Ezk 39:4, 17-20**. Ni "ugushirwa mu ngiro kw' umuvumo wa kera" kwerekana "uburyo bwa kera bwo gusuzugura no kubabaza umwansi n'inyuma y'urupfu rwiwe, naho yaba yaneshejwe yamaze gupfa" (Aune 1998b: 1067-68; raba **Ita 40:19; Gus 28:26; 1 Sam 17:44, 46; 1 Abam 14:11; 16:4; 21:24; 2 Abam 9:10; Yobu 39:27-30; Yer 7:33; 15:3; 16:4; 19:7; 34:20; Hab 1:8; Mat 24:28; Luka 17:37**).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

**K.** ***Ivyah 20:1-15: Ukubohwa kwa Satani, inganji y'abera, ugucirwa kw'iteka kwa Satani, hamwe n'uguca imanza kwa nyuma***

"Imyaka igihumbi" canke "ikimpumbi" ni ikiringo kiri hagati y'ukuza kwa mbere kwa Kristo n'imbere gatoya yuko aza ubwa kabiri. Muri ico gihe, Imana ishingira uburimbi ububasha bwa Satani bwo kuzimiza, kandi abakristo bapfuye barahorwa mu guhabwa uburenganzira bwo kuganza bari mw'ijuru. Ico kiringo giherahezwa n'ukwiyadukiza kwa Satani kwo guhenda no kuzimiza ishengero. Ivyo na vyo bigaherahezwa na *parousia* n'uguca amateka kwa nyuma.

Nubwo hariho uduce tune tugize ico gisomwa mu **Ivyahishuwe 20** (**20:1-3**, ukubohwa kwa Satani; **20:4-6**, ukuganza kw'abera; **20:7-10**, hamwe n'ugusangangurwa kwa Satani n'ingabo ziwe; kandi no kuri **20:11-15**, uguca imanza kwa nyuma), ivyo vy'ukuri ni uduce tugize ibigabane bibiri binini binini: ibizoba imbere yuko Yesu agaruka *parousia* (**20:1-6**); hamwe n'ibintu bifatanye n'Ukuzogaruka kwa Yesu *parousia* (**20:7-15**).

Ivyabaye vyegeranirijwe hamwe mu **Ivyah 20:1-15** ntibikwirikirana ku rutonde ngo kimwe kize inyuma y'ikindi guhera aho **19:21** hagarukirije. Ahubwo, dukwirikiranije ukugene ivyo bintu vyubatswe mu buryo bw'ibangabanganwa muri ico gitabu, **Ivyah 20** hegeranya kahise guhera ku kuza kwa Yesu kristo kwa mbere gushika ku kuzogaruka kwiwe *parousia* hamwe n'uguca imanza kwa nyuma, hakongeramwo ido n'ido rishasha hamwe n'ugushimika gusha.[60] *"Ugukurwa ku ngoma kwa Satani,* kandi mwitegereze inganji y'imyaka igihumbi, ni iciyumviro nyamukuru c'imirongo cumi ya mbere y'iki gice. Gushika iki gihe ni ko bimeze ku bigize ico gice ca nyuma, aho kuba Ibiza kw'isonga muri ico gitabu, ahubwo ntikiranashikwako no ku ntango y'ikindi gice gisha kandi gikomeye muri ico kigabane." (Milligan 1896: 336). Satani ni umwansi wa Yesu Kristo akomeye. Mu **Ivyahishuwe 19** Yohana avuga kw'iherezo ry'igikoko n'umuhanuzi, umuvugishwa w'ibinyoma. Rero ni nkenerwa ko iherezo rya Satani ("ububasha buri inyuma y'ingoma") ko bishimikirwako mu buryo butandukanye muri iki gice.

1. <u>Ukubohwa kwa Satani (**Ivyah 20:1-3**): imvugo ngereranyo.</u> Beale atangura kuvuga ku **Ivyahishuwe 20** mu kutwibutsa akaga ko gusigura "ibintu uko vyanditswe twirengagije ko ari imvugo ngereranyo" (mu buryo bugaragara) igihe Yohana yariko arandika ibijanye n'ukuri kwo mu vy''impwemu mu bwoko bw'ivyahishuwe: "Ni amakosa kwiyumvira Umwansi Satani ko 'yavanywe mw'isi' nk'aho ari ahantu hagaragara wokorakora, kugira ngo ntabe akiraho kw'isi. Ibi vyoba ari nko gufata i 'kuzimu' nko mu buryo bw'uko ari ahantu habaho, umuntu ashobora gukorakora. Ahubwo, nk'uko havugwa 'ijuru' mu gitabu cose Ivyahishuriwe Yohana, kuzimu hagereranywa ukuri kw'ivy'impwemu kubana n'isi kandi kukaba mw'isi, si hejuru yayo canke musi yayo (co kimwe na, uburorero, umusozi wuzuyeko amafarasi n'imikogote muri 2 Abam. 6:15-17 n'aho Satani akorera muri Ef. 6:10-17; raba. 2 Kor. 10:3-5)." (Beale 1999: 987) Ico Beale avuga kiboneka igihe turavye imvugo Yohana yakoresheje kuri **20:1-3**. "Satani si igisato kigaragara gishobora kubohwa n'iminyororo igaragara canke ngo aboherwe mu rusumanyenzi, mu runogo runini rugaragara" (Johnson 2001: 283). Kuvuga ko ari "imvugo ivuga ivyo nyene nk'aho vyokorakorwako" ko ari imyaka 1000 bisaba ko twogumiza kuri ico ciyumviro nyene c'uko "urupfunguruzo" n' "umunyororo" vyari bifiswe n'umumarayika muri **Ivyah 20:1** ari urupfunguruzo rugaragara, ruboneka n'umunyororo ugaragara,uboneka, kandi ko "urusumanyenzi, kuzimu" rwo mu **Ivyah 20:3** ari urusumanyenzi nyene, ikinogo kinini, imanga mw'isi, iri kw'isi ifise aho yugaririrwa n'urupfunguruzo kandi kadomwako "ishashara", ikugarwa (Waltke 1988: 273; Jackson 2001: n.p.). Ivyo nta nkeka ko atari ko imvugo nk'iyo yashaka kuvuga. Satani ni impwemu si umuntu kanaka agaragara. Imvugo Yohana akoresha ni imvugo ngereranyo.

Hariho ikindi kintu gikomeye c'imvugo ya Yohana ku bijanye n' "ukubohwa" kwa Satani hamwe n'ubucuti bw'ukugene bigaragara muri kahise, ni ukuvuga yuko Yohana ariko arakoresha imvugo nk'imwe yo "mu migani imenyerewe" mu kugaragaza intsinzi y'Imana ku gisato (White 1999: 62).[61] Amaze gusuzuma uburorero bwinshi bwo muri Bibiliya bukoresha imvugo ngereranyo, White

[60] Raba **Ivyongeweko 2—IMYAKA IGIHUMBI: Ikomanirizo ry'ibintu vyo muri Bibiliya vy'abatizera ivyerekeranye n'imyaka igihumbi** muri Menn 2016 kubera impamvu **Ivyahishuwe 20** hegeranya **Ivyahishuwe 19** aho kuhakurikira mu buryo bw'ukugene ibintu vyagiye birakurikirana n'ukundi guhanahana ivyiyumviro ku "myaka igihumbi"," "ukuzuka kwo mu buryo bubiri," n'inganji y'abera (**Ivyah 20:4-6**).

[61] Ico Yohana ariko arakora ni ukwigurana "ikigereranyo n'ishusho y'imigani y'abapagani . . . kugira ngo Elohim Umuremyi w'Ukuri yerekanwe ko arwanya igisato kitaremye na kimwe, inzoka canke ikiyaga. Mbere, twategerezwa kuvuga ivyo bintu mu buryo bunyuranye n'ubwo duhejeje kubivugamwo: mu kwereka abantu imigenzo y'imigani mu buryo bayica mu bijanye n'irema n'ugucungura, abanditsi bizera Imana imwe rudende banditse ivyanditswe bariko barakuraho ivyiyumviro vy'imigani y'abo bapagani." (White 1999: 61) Ibi bisa n'ivyo Yohana yakoze ubwa mbere mu **Ivyahishuwe 13** na **17** mu kwiyitirira no guhindura Nero *umugani redivivus* n'ukugene, nk'uko n'Abavugishwa n'Imana

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

avuga ati, "ahantu hose hakoreshwa iyo mvugo . . . icari kirindiriye igisato canke urubanza ico gisato caciriwe mu mvugo ya Yohana ni imvugo ngereranyo gusa si ikintu kizoba muri kahise, k'ubu canke kazoza. Ivyo bizomera gurtyo haba ico gikoko kibi gifashwe mpiri canke cishwe. Muri ivyo bibiri vyose, ibizoshikira igisato bihagarariye ukuri kw'uko akigoro k'abansi b'Imana bagerageza kurwanya igikorwa cayo co kurema no gucungura mw'ijuru no mw'isi Imana nay o igiteramira, ikakigwanira igikoresheje uburyo bw'igihe gito canke uburyo bwa nyuma." (Ico gitabu nyene.) Aheraheza avuga yuko "ibizoshikira igisato mu Ivyah 20:1–3 *bishusha yamara bidasa* n'ibizoshikira Satani muri kahise, k'ubu na kazoza. Tubivuze mu yandi majambo, igihe igisato kizofatirwa maze kikaboherwa ahantu hamwe n'ivyo Yohana yeretswe, Satani ntiyafashwe kandi ntiyapfunzwe haba muri kahise k'ubu na kazoza. Ahubwo, co kimwe na vya biyoka vy'ibisato vy'i Babuloni vyo mu mwiza n'ivy'i kuzimu, Satani akurwa ku kazi kiwe nk'umuzimiza w'amahanga." (Ico gitabu nyene: 63, hongewemwo ugushimika)

2. Ukubohwa kwa Satani kwabaye igihe Kristo yaza ubwa mbere. Ikibazo ca mbere ni ukwo "kubohwa" kwabaye *ryari*? Ababishira imbere y'imyaka igihumbi bavuga yuko ukubohwa kwa Satani kwabaye inyuma ya *parousia*. Abandi bose baremeza yuko ukubohwa kwabaye gufatanye n'ukuza kwa mbere kwa Kristo. Vyose Isezerano Risha n'ibivugwa bifatiye ku vyariko biraba mu Ivyahishuwe Yohana ubwavyo bigaragaza yuko ukubohwa kwa Satani kwabaye bivanye n'ukuza kwa mbere kwa Yesu Kristo. Hoekema atubwira igituma bimeze birtyo: "Hoba hariho ahantu na hamwe mw'Isezerano Risha havuga yuko Satani yaboshwe igihe Yesu Kristo yaza mw'isi ubwa mbere? Nta nkeka ko hariho. Igihe Abafarisayo barega Yesu ko asenda abadayimoni akoresheje ububasha bwa Satani, Yesu yabishuye ati, 'None umuntu yoshobora ate kwinjira mu nzu y'umuntu w'inkomezi kumusahura ibintu atabanje kuboha wa munyenkomezi?' (Mat. 12:29). Mu buryo budasanzwe kandi bunezereye, ijambo ryakoreshejwe na Matayo mu kuvuga ku kuboha umuntu w'umunyenkomezi ni ryo jambo nyene ryakoreshejwe mu Ivyahishuwe 20 rivuga ku kubohwa kwa Satani (ijambo ry'Ikigiriki *deō*)." (Hoekema 1979: 228-29)

Amajambo ya Yesu ubwiwe muri **Yoh 12:31** asa nayavugwa mu **Ivyah 20:3**: **Yoh 12:31** (*"None ubu iyi si iciriwekw iteka; non'ubu umutware w'iyi si agira ahindirwe hanze* [Ikigiriki = *ekballō*]"); **Ivyah 20:3** (*"agikororera* [Ikigiriki = *ballō*] *i kuzimu"*). Ni co gituma, Isezerano Risha kenshi rivuga ku gucirwa urubanza kwa Satani, ugukororwa, ukurwa, ukudadirwa hamwe n'ukuneshwa bafatiye ku kuza kwa mbere kwa Yesu no muri kino gihe turimwo.[62]

Yesu mu gutuma gukomeye abigishwa biwe (**Mat 28:18-20**) kugaragaza ubushasha bw'ibintu: "ububasha bwa politike y'isi satani yishimiye, ubwo akoresha mu gutwaza amanyama isi no mu gucinyiza abantu ari nab wo yashaka guha Yesu igihe yaja kumugerageza [**Mat 4:8-9; Luka 4:5-6; Ef 2:1-2**] yesu yabutsindiye mu kugoroka kw'igikorwa c'igitangaza c'ugucungura yakoreye ku musaraba no mu mibabaro yababarijwe ku musaraba. . . . Dutegerezwa kwama twibuka yuko ukwo gutuma guhambaye kubanzirizwa n'amajambo akomeye avuga ati: 'Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi' (Mat. 28:18b). Ubwo bubasha ni ubwo mw'ijuru no kw'isi kandi yahawe 'izina rirengeye ayandi mazina yose [**Ef 1:21; Flp 2:9-10; 1 Pet 3:22**].'" (Gentry 1990: 58, 94)

3. Ukubohwa kwa Satani mu **Ivyah 20:1-3** habangabanganye n'ugukororwa kwa Satani mu **Ivyah 12:7-12.** "Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ubwaco na co nyene kirerekana ivyemezo vy'ukuri vy'iyo nsiguro y'uko [ukubohwa kwa Satani kwabaye igihe Kristo Yesu yaza ubwa mbere], kubera yuko igice ca 12, ari na co kigize indunduro y'ico gitabu, cerekana ugushirwa hejuru kwa Kristo nk'aho azanye ukgushiburirwa kure kwa Satani akavanwa mw'ijuru" (Grenz 1992: 162). Mu yandi majambo, ukubohwa kwa Satani kuri **20:1-3** gusa, kubangabanganye n'"*ugutererwa kwa Satani kw'isi""* (**12:9**) no kuza kwiwe kw'isi no mu kiyaga (**12:12**). Ayo mazina ane nyene ya Satani (*"igisato, ya nzoka ya mbere, ni yo Murwanizi irindi ni Satani"*) "aboneka muri urwo rutonde nyene muri ivyo bisomwa vyose mu rurimi rw'Ikigiriki [**12:9; 20:2**], kandi ivyo bisomwa bibiri ni ho hantu honyene muri ico gitabu cose aho ayo mazina ane yose akoreshwa kuri we. Ukwo gusa kudasanzwe kuri hagati y'ivyo bisomwa bibiri gutanga ibimenyamenya bimwe vyo kwerekana ko umwanditsi ashaka gufatanya ivyo bisomwa

---

bo mw'Isezerano rya Kera n'abanditsi bo mw'Isezerano rya Kera babikoze, kenshi na kenshi biyitirira ibigereranyo vy'Ubuhanuzi bwo mw'Isezerano rya Kera kugira ngo bashitse intumbero zabo n'ibihe bariko baracamwo.

[62] Ku yindi mirongo ivuga ku ciyumviro c'"ugukororwa" raba Mat 12:28; Mrk 3:22-23; 9:38; 16:17; Luka 9:49-50; 10:18; Yoh 12:31; Ivyak 5:16; 16:16-18; 19:11-12; 2 Pet 2:4.

Ku yindi mirongo yerekeranye n'iciyumviro co kugabanya ububasha satani raba Mat 12:29; Mrk 3:24-27; Yoh 16:11; 17:15; ivyak 26:18; Rom 8:33, 38-39; 16:20; 1 Kor 15:25; Ef 1:20-23; 3:8-12; 6:10-16; Kol 1:13; 2:10, 15; Heb 2:14; Yak 4:7; 1 Pet 3:21-22; 1 Yoh 2:13; 3:8; 4:3-4; 5:18; Yuda 6.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

bibiri, izo nkuru zibiri." (Shea 1985: 45) Ugushusha kuri hagati y'ivyo bice bibiri kuguma kugaruka gufise imero yo gupfunyapfumnya ico gitabu cose. Nk'uko biri no ku bindi bisomwa vyinshi bigenda biraboneka hirya no hino muri ico gitabu, ukubangabangana hagati y'ibice vya **12** na **20** kwerekana yuko bivuga ibintu bimwe mugabo mu buryo bunyuranye, kugira ngo igice cose kizane akantu cisangije mu vyo gishimikirako cane.[63] Ukwo gushusha kuri hagati y' **Ivyahishuwe 12** na **20** bigaragarira muri iki gicapu c'aha hepfo:

| ***Ivyah 12:7–12*** | ***Ivyah 20:1–6*** |
|---|---|
| Umwansi mubi w'abamarayika ni *"igisato c'amahero . . . ni co ya nzoka ya mbere yitwa Murwanizi, irindi ni Satani"* (**12:9**) | Umwansi w'abamarayika ni *"igisato, ya nzoka ya mbere, ni yo Murwanizi irindi ni Satani"* (**20:2**) |
| Satani akororerwa kw'isi [no mu kiyaga] (**12:9; 12**) | Satani akororerwa i kuzimu (**20:3**) |
| Satani *"arazi ko afise igihe gito"* (**12:12**) | Satani *"azobohorwa amare iihe gito"* (**20:3**) |
| Ugukoroka kwa Satani kwatumye habaho ubwami (**12:10-11**) | Ugukororwa kwa Satani kwatumye habaho ubwami (**20:4-6**) |
| Ukuba abami kw'abera ntigufatiye ku gukororwa kwa Satani gusa yamara kandi gufatiye ku ntsinzi ya Kristo n'ubwizigirwa bwabo kwabonekeye *"mw'ijambo ryo gushinginga intahe no kuba abizigirwa kwabo"* mbere no gushika ku gupfa (**12:11**) | Ukuba abami kw'abera ntigufatiye ku gukororwa kwa Satani gusa yamara kandi gufatiye yamara gufatiye ku bwizigirwa bwabo *"bwo gushingira intahe Yesu no kubera ugushingira intahe ijambo ry'Imana" mbere gushika no ku gupfa* (**20:4**) |

Ivyo yaretswe ku mugore no ku gisato (**Ivyah 12:1-17**) hamwe no kubohwa no kubohorwa kwa Satani (**Ivyah 20:1-3**) birasa, ntibitandukanye n'ivyabaye kuri baa bantu babiri bashingira intahe Yesu n'igikoko (**Ivyah 11:3-12**). Ivyo vyabaye muri ivyo bihe bitatu vyose bikoresha ibigereranyo bitandukanye yamara bishaka kuvuga ku vyabaye mu gihe kimwe hamwe no kuvuga ku kintu kimwe nyene (ukuzigamwa n'ukurindwa kwo muri mpwemu kw'ishengero n'ubwo ryariko rirarwanywa hamwe n'ukubabazwa kwaryo muri iyi si): abo bantu babiri bashingiye intahe Yesu bararinzwe n'ijuru gushitsa igihe bahereje gushingira intahe Yesu; umugore yararinzwe, yarazigamwe, arakingirwa agaburuirirwa mu bugararwa; Satani abohwa ikiringo c'imyaka igihumbi kugira ngo abuzwe, ateshwe kuzimiza amahanga no kuyakoraniriza hamwe kugira ngo ntatere ngo arwanye, asenyure, ahonye ishengero (Johnson 2001: 286-87; raba kandi 44-45).

Nubwo biri uko, "ukubohwa" kuvugwa kuri **Ivyah 20:3** ntigusa mu buryo bwose n' "ugukororwa" kuvugwa kuri **Ivyah 12:9**, yamara ni agace kavyo. Impamvu ni uko Satani "azorekurwa" "akabohorwa" (mu yandi majambo, azotezurirwa akurirweho imipaka yari yashingiwe mu "kuzimiza amahanga") akanya gatoya, igihe gitoya imbere yuko Kristo agaruka (**Ivyah 20:3, 7**, raba aho hepfo). Ku rundi ruhande, "Intsinzi ya [Kristo] yatsinze Satani yabonetse, yabaye rimwe rizima" (Ladd 1972: 263). Satani ntazokwongera gusubira iyo yari ari, ntazokwongera kuduga mw'ijuru canke ngo yongere kugira ububasha yari afise imbere yuko "akororwa" bitumwe n'igikorwa Yesu Kristo yaranguriye ku musaraba.

4. <u>Intumbero y'ukuboha Satani.</u> Satani yamye akorera mw'isi kuva kuri Adamu na Eva bakiri mw'Itongo rya Edeni (**Ita 3:1-13**). Yesu yamwise *"se w'ibinyoma"* (**Yoh 8:44**). Ni umurezi w'abizera kandi akaba *"uwuzimiza amahanga yose"* (**Ivyah 12:9-10**). Nubwo bimeze birtyo, ububasha bwiwe bwo kuzimiza abantu burafise aho bugarukira, Imana yarabugabanije cane, ububasha bwiwe bwaravunaguwe kandi ukuneshwa kwiwe kuja kwarashitse. Ukubohwa kwa Satani kwabaye igihe Yesu yaza ubwa mbere ntikwabaye ntabanduka, kwaragabanuwe gusa, yagabanirijwe ibikorwa vyiwe kubera intumbero n'ihangiro kanaka mu kiringo kanaka.[64] Satani yaraboshwe *"kugira ngo ntazokwongere kuzimiza amahanga na gato"* (**Ivyah 20:3**). Gentry abandanya avuga ati: "Mu gihe c'Isezerano rya Kera Isirayeli yonyene ni yo yari izi, ifise Imana y'ukuri (Zab 147:19-20; Amosi 3:2; Luka 4:6; Ivyak 14:16;

---

[63] Ibintu bibiri bihambaye umuntu ategerezwa kwihweza neza ni ibi: (1) "Igihe gito" mu **Ivyah 12:12** na **20:3** biratandukanye: mu **Ivyah 12:12** "igihe gito" ni ikiringo cose gihera ku kuzuka kwa Kristo n'ukuduzwa kwiwe mw'ijuru *parousia*, aho "igihe gito" kuri **20:3** ari ku mpera y'ico kiringo gusa, gatoya imbere y'Uko Yesu agaruka, *parousia*. (2) Igikorwa ca Satani co kuzimiza kivugwa mu **Ivyah 12:9** na **20:8** na ho nyene haratandukanye: ahambere haboneka guhera ku kuduzwa mw'ijuru kwa Yesu kuzoshitsa ku kugaruka kwiwe *parousia*, aho ivyo vya nyuma bizoba mu gihe gito gusa imbere y'ukugaruka kwa Yesu, *parousia* kandi vyongeye ntibirabana n'ugushingirwa imipaka kwashizwe kuri Satani. Raba ivyo bigabane bibiri bikurikira mu gisomwa gikuru kugira ngo tuzobandanye tubihanahana ko inkuru n'ivyiyumviro.

[64] Naho atemezanya n'ivyerekeranye n'igihe c' "ukubohwa," uwuvuga ko ivyo bizoba imbere y'imyaka igihumbi Ladd aremeza yuko ukubohwa kwa Satani "ari imvugo ngereranyo yerekana ukugabanywa n'ukuburabuzwa kw'ububasha n'igikokrwa ciwe, ntibisigura yuko atakigendagenda. Ugupfungwa kwiwe apfungirwa i kuzimu mu rusumanyenzi ntigusigura yuko ibikorwa vyiwe vyose n'ububasha bwiwe na vyo bipfunzwe bitakibaho." (Ladd 1972: 262)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

17:30). Yamara ukwihindura umuntu kwa Yesu kwarahinduye ibi igihe ubutumwa bwiza bwatangura bugakwiragira mu mahanga yose (ubrorero, Yes. 2:2-3; 11:10; Mat. 28:19; Luka 2:32; 24:47; Ivyak 1:8; 13:47)." (Gentry 1998: 83) Yohana Sittema yongerako yuko ukuduga mw'ijuru kwa Yesu "kwerekanye ugushirwa ku ntebe kw'intsinzi kandi bifatanye n'ivyo, habayeho ukubohwa kwa Satani 'kugira ngo ntiyongere kuzimiza amahanga.' Iyi ni inaruka y'ururimi rw'abapentikoti [**Ivyak 2:1-11**] bizofasha ukwaguka kw'ubwami gushika ku moera y'isi (raba Luka 11:20-21)." (Sittema 2013: 86n.3) Paulo arabivuga mu **Ivyak 26:17-8** aho avuga yuko Kristo yamutumye ku banyamahanga *"kubahumura amaso kugira ngo bahindukire bave mu mwiza baje mu muco, bave no mu bubasha bwa Satani baje ku Mana, bateko baharirwe ivyaha vyabo baraganwe n'abajejwe n'ukunyizera."*

**Ivyah 20:7-8** na ho nyene haragaragaza neza ukugene Satani azobohwa kubera yuko umurongo wa **7** ufatira ku ho umurongo wa **3** wahereje.[65] **Ivyah 20:3** havuga yuko Satani yaboshwe *"kugira ngo nticongere kuzimiza amahanga, gushitsa aho iyo myaka igihumbi izoshirira."* **Imirongo 7-8** na yo ihera kuri ico ciyumviro, *"Ni yo iyo myaka igihumbi yashira, Satani azorekurwa . . . maze azokwiserura azimize amahanga . . . maze abakoranirize hamwe mu ntambara."* Johnson aca akarongo kuri **20:7-8** ku nsiguro yo kuri **20:3**: "Nubwo ari ukuri yuko kuva kera na rindi yuko Satani, ya nzoka ya mbere na mbere, 'yahenze ikazimiza isi yose' (Ivyah. 12:9), mu vyo yeretswe ngaha hariho uguhendwa n'ukuzimiza kudasanzwe kugira ngo ishike ku ntumbero no kw'ihangiro ridasanzwe mu mutwe wa nyene kwandika ibi. Igihe tubonye iri hangiro, igihe iyo myaka igihumbi izoba irangiye, igisato kizorekurwa kandi ciserure, gisohoke 'kizimize amahanga ari ku mfuruka zine z'isi, Gogi na Magogi, kibakoranirize hamwe mu ntambara' (20:8). . . . Dufatiye kuri iyo nsiguro y'ihangiro rya Satani riri inyuma y'ukuzimiza amahanga (20:8), ukubohwa kwiwe kw'imyaka igihumbi vyabuza Satani kwegeranya amahanga y'isi yose kugira ngo ntagirire, ntiyiyumvirire hamwe umugambi wo gufuta no kuzimanganya ishengero." (Johnson 2001: 284-85)[66]

5. <u>Ukubohorwa n'ukurekurwa kwa Satani (**Ivyah 20:3, 7**).</u> **Ivyah 20:7** havuga ibi, *"Kandi iyo myaka igihumbi ni yashira, Satani azorekurwa ngo ave mw'ibohero."* Beale avuga ku vyo Bibiliya ivuga igihe Satani azorekurwa gatoya imbere y'Ukugaruka kwa Yesu Kristo: "muri ico gihe cose hagati y'Ukuza kwiwe kwa mbere n'ukuzogaruka kwiwe, canke ukuza kwiwe kwa kabiri, Satani ntazoshobora guhenda no kuzimiza umuntu n'umwe muri abo 'kugeza aho igitigiri kizoshikira' (6:11) c'abo bacunguwe na Kristo kubera yuko bashizweko 'ikimenyetso'. Igihe 'igitigiri gikwiye, cuzuye' kizoba gishitse, aho umwansi azokwemererwa guhenda no kuzimiza abenshi bazoba bakiriho, atume bahuma amaso ku kuri kwa Kristo ariko kandi banarondere kwica abakwirikira Kristo bose. . . . Kw'iherezo, uguhamwa kuzogirwa n'amasinzi y'abazimijwe kuzokwaduka kurwanye ishengero, kugeza yaho kutazohera shiti Imana ubwayo ibishize kw'iherezo (raba kandi Mrk 13:19-22; Mat. 24:21-24)." (Beale 1999: 986-87) Ibi vyariko biraba bidufasha kubona itandukaniro riri hagati y' "igihe gito" Satani azohabwa amaze kurekurwa mu **Ivyah 20:3** hamwe "n'akanya gato, canke [igihe gito']" yari afise igihe yatererwa kw'isi mu **Ivyah 12:12**. Ico gihe gito c' **Ivyah 20:3** ni ko karyo ka nyuma k'umwanya Satani yari afise mu **Ivyah 12:12** (raba ico gitabu nyene.: 993).[67]

---

[65] Schüssler Fiorenza na we abivuga neza, "Nubwo ico gice ubwa mbere kigabuwe mwo ibice bitatu, guhera kuri 20:7-10 nk'igice kigize ivyo yeretswe guhera kuri 20:4ff, dufatiye ku vyariko biraba 20:7-10 haheraheza 20:1-3" (Schüssler Fiorenza 1991: 106).

[66] Ko ishengero ritasenyutse, ritasangangurwe, yamara ryasanzaye rikinjirwamwo n' abantu *"bo mu miryango yose, no mu ndimi zose, no mu moko yose, no mu mahanga yose"* y'isi yose (**Ivyah 5:9**) "harashusha yamara ntihasa"n'ivyabaye muri kahise k'ivyo Yohana yeretswe ku kubohwa kwa Satani, vyavuzweko mu buryo bwagutse na White (raba White 1999: 66n.41).

Imvugo y' **Ivyah 20:3, 7-9** yerekana neza intumbero nyamukuru y'"ukubohwa" kwa Satani, mu yandi majambo, bimubuza guhagarika ugusanzara kw'ishengero canke ukugwira kw'ishengero mw'isi yose kandi bikamubuza kugira inama isi yose ngo isenyure, irandure ishengero. Yamara, tuja twarabonye mbere yuko, nk'ingaruka y'Ukuza kwa Kristo kwa mbere, ububasha bwa Satani bwaragabanuwe mu bundi buryo butari buke: ntagishobora gushika mw'ijuru, ntagishobora kurega abizera, kandi ntagishobora gutegeka no kuganza abizera kubera bavanywe mu bwami bwiwe bashirwa mu bwami bwa Yesu Kristo; Ni co gituma, abizera *"barwanya wa Murwanizi na we azobahunga"* (**Yak 4:7**).

[67] Amajambo y'Ikigiriki y'iyo mirongo ibiri aratandukanye: **Ivyah 12:12** = *oligon kairon*; **Ivyah 20:3** = *mikron chronon.* Ayo majambo ahanini avuga ikintu kimwe, aritiranwa. Yamara, Zodhiates abona itandukaniro ku bijanye n'amajambo avuga ku "gihe": *Chronos* "abona canke yiyumvira ku gihe nk'umwanya ushobora guharurika, nk'umwanya uharurika ufatiwe ku rukurikirane rw'ibintu n'ivyabaye kandi havuga ku gihe caheze, cahaciye. Irindi jambo, *kairos* . . . ribona umwanya mu buryo bw'agaciro ugaragazwa n'ikintu kanaka cagize ico cungura canke kigira akamaro haba mu buryo bwiza canke bubi ikintu kanaka." (Zodhiates 1993: *"chromos,"* 1487) Ukwo gutandukanya ibintu kuguma kwigaragaza mu buryo Ivyahishuwe hakoresha amajambo "igihe gito": mu **Ivyah 12:12** "igihe gito" (*kairos*) herekana yuko, mu buryo

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

6. Ukubohwa n'ukurekurwa kwa Satani imbere yuko *parousia* ishika hamwe n'ugusangangurwa kwiwe mu gihe c'ukugaruka kwa Yesu *parousia* birasa mu kubuzwa, mu guhishurwa, no mu gusangangurwa kw'"umugarariji" muri **2 Tes 2:6-12.** Ukubohwa kwa Satani ubu, yamara ukurekurwa, ukubohorwa kwiwe imbere yuko *parousia* ishika, hasa cane na **2 Tes 2:6-12** aho *"ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora,"* mugabo *"hari ubibuza none"* gushika igihe azokurirwaho. Igihe ukwo kubibuza *"kuzokurwaho . . . wa mugarariji azohishurwa."* Mbere, hose **Ivyahishuwe 20** na **2 Tes 2** harabangabanganye mu buryo bwinshi, harimwo n'urutonde rukomeye rw'ivyo bavuga:

| *2 Tes 2:6–12* | *Ivyah 20:1–15* |
|---|---|
| Umugarariji arashingirwa ubu aho atarenga (**2:6-7**) | Satani abohwa n'umumarayika (**20:1-3**) |
| Uwumushingira akarimbi azokurwa mu nzira (**2:7**) | Inyuma y'imyaka "1000" Satani azobohorwa arekurwe (**20:3, 7**) |
| Umugarariji azohishurwa & yemezanye na Satani (**2:8-9**) | Satani azosohoka (**20:8**) |
| Umugarariji azozimiza abahona (**2:8-12**) | Satani azozimiza amahanga maze ayakoranirize hamwe mu ntambara (**20:8-9**) |
| Umugarariji azokwicwa ku kuza kwa Kristo (**2:8**) | Satani azosangangurwa [ku kuza kwa Yesu Kristo] (**20:9-10**) |
| Abo bose batizeye ukuri bakanezererwa ibibi bazocirwa imanza (**2:12**) | Abapfuye bazocirwa urubanza; abo amazina yabo atabonetse mu gitabu c'ubugingo bazotererwa mu kiyaga caka umuriro (**20:11-15**) |

Sydney Page yerekana ugushusha kuri hagati y'ivyo bisomwa bibiri: "Ivyo bisomwa vyose bivuga ku kubuzwa kw'ukwiyongeranya gukomeye kw'ibibi igihe kanaka yamara azovanwaho, kandi kakazoca habaho ukwiyongeranya kw'ibibi n'ukurwanya Imana kuzoshirwa kw'iherezo n'ububasha bw'Imana, Imana yisidukiye, yihagurukiye. Hampande y'uru rukurikirane rw'ibizoba muri rusangi, Ivyahishuwe 20 na 2 Ab'i Tesalonike 2 herekana ugushsha mw'ido n'ido. Ububasha bw'Imana hejuru ya vyose burashimikirwako cane muri aho habiri hose . . . . Aho hantu habiri hose havuga ku ruhara n'igikorwa c'ukuzimiza bivanye n'ubugarariji bwo mu gihe c'iherezo. . . . Ivyo bisomwa bibiri ntibisangiye gusa iciyumviro c'ukuzimiza no guhenda abantu muri rusangi, yamara muri ivyo bisomwa vyose Satani afise uruhara runini muri ivyo. Mu Ivyahishuwe yerekanwa nk'umwe ahenda, azimiza abantu, kandi muri 2 Tes 2:9 aboneka nk'umwe w'ububasha bukorera mu mugarariji no mu bugaariji bwo kuzimiza abantu. Ubwa nyuma,hariho ugushusha gukomeye hagati y'ukugene Yohana na Paulo babona ingene umugararizo uzovanwaho, uzoherahezwa burundu . . . Yamara ukwo gushusha kurasa cane kurusha ibi, kuko kuri [**2 Tes 1:7-9**] Paulo, co kimwe na Yohana, afatanya Ukugaruka kwa Yesu Kristo n'umuriro hamwe n'uguca amateka, ugushira mu ngiro urubanza rwa nyuma rwaciwe ku bansi b'Imana." (urukaratasi rwa 1980: 40-41) Ukwo kubangabanganwa kugaragaza yuko ivyabaye muri ivyo bisomwa vyose biherera (si ugutangurira) kuri *parousia* (Ukugaruka kwa Yesu).

7. Inganji y'abera (**Ivyah 20:4-6**). Kubera ugukurwa ku ngoma n'ugusangangurwa kw'umwansi wa mbere wa kristo ari co ciyumviro nyamukuru c' **Ivyah 20:1-10**, nta bintu bidasanzwe vyatanzwe ku vyerekeranye na kamere k' "imyaka igihumbi" ndetse ko abera *"bicaye ku [ntebe], kandi bahabwa ubucamanza"* (**20:4**). Abavuga ko ivyo bizoba imbere yuko haba imyaka igihumbi bavuga yuko ivyo bizoshika *inyuma* y'ukuzogaruka kwa Kristo, bibaza yuko "ukuzuka kwa mbere" ari ukuzuka kw'abizera ku musi wa *parousia, k*andi bakemeza yuko *"abasigaye mu bapfuye" "bazozuka"* bafatira ku kuzuka kwa bose, abizera n'abatizera, haciye imyaka 1000 inyuma ya *parousia*. Abatizera ko ivyo bizoba igihe ico ari co cose bavuga yuko "imyaka 1000" ari imvugo ngereranyo yerekana iki gihe turimwo , hagati y'Izuka rya Kristo yamara *imbere* y'Ukugaruka kwa Kristo. Baharira bavuga yuko "ukuzuka kwa mbere" gufatira ku buzima busha rukristo muri Kristo no gufatanya na Kristo (Augustine 1950: 20.6-.10; White 1992: 22; Shepherd 1974: 36-38; Venema 2000: 331-36), Ukuzuka kwa Yesu Kristo aho abizera bifatanya na we muri mpwemu (Hughes 1977: 315-18), canke aho abakristo bajanwa mw'ijuru igihe bapfuye (Kline 1975: 366-75). *"Abasigaye mu bapfuye" "bazozuka"* berekeranye n'abatizera batazutse mw' "izuka rya mbere" yamara izuka ryabo rizoba izuka ryo ku mubiri rizoba ku musi wa *parousia* (Beale 1999: 1013-14; White 1992: 10-11; ku bindi vyinshi kuri ivyo bibazo raba Beale 1999: 991-1017).

8. Igihe "Imyaka igihumbi" izoshikira. "Ko inganji y'imyaka igihumbi ivugwa ku mirongo ya 4-6 kizoba, kizoshika imber y'Ukugaruka kwa Yesu kristo kwa kabiri kugaragarira mu kugene uguca

---

bw'agaciro, ikiringo gikurikira Satani amaze gutererwa, gukororerwa kw'isi, ni igihe kigengwa n'ibibi yateje isi hamwe n'igihe yamaze kw'isi; mu **Ivyah 20:3** "igihe gito" (*chronos*) herekana yuko, mu buryo bw'agaciro, igihe Satani asigaje kugerageza no kuzimiza abantu kizohera vuba.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

amateka kwa nyuma, kuvugwa mu mirongo ya 11-15 y'iki gice, vyerekanwa nk'uko bizoba inyuma y'inganji y'imyaka igihumbi. Si mu gitabu c'Ivyahishuwe gusa yamara n'ahandi mw'Isezerano Risha uguca imanza kwa nyuma gufatanywa n'ukuza kwa kabiri, ukugaruka kwa kristo. (raba Ivyahishuwe 22:12 hamwe n'ibi bisomwa bikurikira: Mt. 16:27; 25:31-32; Yuda 14-15; kandi cane cane 2 Tes. 1:7-20.) Nimba ari uko biri, biragaragara yuko inganji y'imyaka igihumbi ivugwa mu Ivyahishuwe 20:4-6 bitegerezwa kuzoba *imbere n' inyuma y'Ukuza kwa Kristo ubwa kabiri*." (Hoekema 1977: 160)[68]

Inganji y'abera *muri iki gihe*, atari muri kazoza, ni ikintu kivuga rumwe n'ibisigaye vyose vyo mu Ivyahishuwe no mw'Isezerano Risha bigaragaza ishengero nk'uko ryicaranye na Kristo mw'ijuru (**Ef 2:5-6; Flpl 3:20; Heb 12:18-24; Ivyah 1:6; 5:9-10; 6:9-11; 7:9-17; 13:6; 14:1-4; 15:2-4**). Nk'akarorero, **Ivyah 20:4b** nta nkeka habangabanganye na **Ivyah 6:9** (Gourgues 1985: 680 [urutonde n'ingene amajambo ategekanijwe, atunganijwe, yanditswe]):

| ***Ivyah 6:9*** | ***Ivyah 20:4b*** |
|---|---|
| Mbona (*eidon*) musi y'igicaniro | Mbona (*eidon*) |
| impwemu (*tas psuchas*) | ubugingo (*tas psuchas*) |
| z'abishwe | bw'abaciwe amazosi |
| babahora ijambo ry'Imana<br>(*dia ton logon tou theou*)<br>no gushinga intahe<br>(*kai dia tēn marturian*)<br>bari bafise. | bahorwa gushingira intahe Yesu<br>(*dia tēn marturian Iēsou*)<br>n'ijambo ry'Imana<br>(*kai dia ton logon tou theou*). |

Mu nca make, "imirongo yugurura ico gice yerekana intsinzi ya Yesu ku biri mw'isi igihe yaza ubwa Mbere. Imirongo ya kane 4-6 ivuga ku ntsinzi y'ivyabona vyiwe vyo kwizigirwa, nubwo boba baboneka nk'aho boba baneshejwe, nimba iyo ntsinzi ibera ahantu ho mw'ijuru ho mu bwami bwa Satani canke mu bwami bwo mw'isi mu kubaho kw'Abakristo." (Grenz 1992: 163) Ni co gituma, "igihe Abera bajanwa mw'ijuru mu gihe c'urupfu baca bashika iyo Yesu ari ku ntebe yiwe y'imanza kuganzanya na we ku bansi biwe mu kwinjira mu gushitswa kw'isezeran yatanze ku "banesha" kuri 3:21 no kuri 2:26-27, nubwo ayo masezerano azoshika nya gushika mu gihe c'izuka rya nyuma ry'abera [raba **Mat 19:28; Luka 22:30; 1 Kor 6:2-3**]" (Beale 1999: 996).

9. Ukuneshwa kwa nyuma kwa Satani n'abamufasha (**Ivyah 20:7-10**).

a. *Intambara yo mu* ***Ivyah 20:7-10*** *ni imwe n'intambara yo mu* ***Ivyah 16:14-16*** *hamwe n'iyo mu* ***19:17-21****, izoba imbere yuko Parousia ishika.* Abashigikira ko ivyo bizoba imbere yuko imyaka igihumbi ishika babona intambara izobera i Haru – Magedoni ivugwa mu (**Ivyah 16:14-16**) hamwe n'intambara ivugwa mu **Ivyah 19:19-21** nk'ukudondora ibintu bibiri bisa, ikintu kimwe kizoba imbere ya *parousia* (Akarorero, Ladd 1972: 256-57). Yamara, babona iyo ntambara ivugwa mu **Ivyah 20:7-10** nk'iyindi ntambara isa n'iya mbere izoba inyuma ya *parousia* kandi ikazoba inyuma y'igihe Yesu Kristo azoba amaze kuganza kw'isi mu bugororotsi imyaka 1000 (Ico gitabu nyene: 269-70). Ico ciyumviro kiranyuranije n'ukugene ukuza kwa kabiri kuzomera kurimwo izuka, uguca imanza n'uguhindura isi hamwe n'ugutanguza *"igihe kizoza"* aho hatazoba hakibaho icaha, n'ibibi. "Ikindi kintu kigoye ku bavuga yuko ico gihe kizoshika imbere y'imyaka igihumbi ni iciyumviro c'intsinzi ya nyuma ya Kristo. Dufatiye ku vyo Paulo yavuze, umwansi wa nyuma wa Kristo ni rupfu, kandi Umwami azonesha uwo mwansi wa nyuma ku musi w'izuka ry'abera (1 Kor 15:25-26, 50-55 [ivyo na vyo bikazoshika ku musi wa *parousia*]). . . . Kubera bagumye bizera kandi bizigira inyigisho z'abavuga ko ivyo bizoba imbere y'ikiringo c'imyaka igihumbi, bigisha yuko urupfu rutazovanwaho, rutazotsindwa imbere y'ihera y'inganji y'imyaka igihumbi. Urukurikirane ry'abigsha, abavuga ko ivyo bizoba imbere y'ikiringo c'imyaka igihumbi, bashira intsinzi ya Kristo ya nyuma inyuma y'imyaka igihumbi yuzuye inyuma y'izuka Paulo yavuza ko ko rigaragaza intsinzi y'Umwami wacu." (Grenz 1992: 143-44)

Hejuru y'ingaruka ukuza kwa kristo kwa kabiri gufise ku gukuraho icaha n'urupfu, ico Ivyahishuwe ubwavyo cafatiyeko hagaragaza hakerekana yuko intambara ivugwa kuri **20:7-10** ari imwe n'iyivugwa kuri **16:14-16** hamwe no kuri **19:17-21**. Ivyo bisomwa vyose bifatira ku buhanuzi buvuga kuri Gogi na Magogi bwo muri **Ezekiyeli 38-39**. Meredith Kline aravuga ku

[68] "Hamwe Ivyah. 20:11-15 hofatwa nk'aho ari urukurikirane n' Ivyah. 20:1-10 (nk'uko abizera ko bizoba imbere y'imyaka igihumbi babibona [akarorero, Thomas 1995: 581]) aho rero ico kigereranyo c'ukwizera (cigisha neza ko uguca amateka rusangi kuzobaho igihe Yesu kristo azogarukira) bisaba yuko 'imyaka 1000' n''igihe gito' biza imbere y'Ukugaruka kwa Yesu" (Waldron 2000: n.p.).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

migenderanire iri hagati ya y'ibivugwa muri **Ezekiyeli 38-39; Ivyah 16:14-16; 19:17-21**; n'ibivugwa kuri **20:7-10**. Avuga ido n'ido y'ukugene Ivyahishuwe vyerekana ingene bitegerezwa kuba bifatiye ku ntambara imwe izoba mu gihe ca *parousia*: "Intambara (*polemos*) ivugwa mu Ivyah 20:8 nta nkeka ko ari 'intambara y'umusi uhambaye w'Imana, Nyen'ingabo, Imana isumba vyose,' intambara y'i Haru-Magedoni ivugwa kuri 16:14-16. Aho hose ni intambara aho Satani, igisato, bazokoraniriza amahanga y'isi yose. . . . Isano ry'Ivyah 20:7-10 na Ezekiyeli 38-39, riragaragara nta nkeka n'imvugo y'intambara ya Gogi-Magogi ivugwa mu Ivyahishuwe 20, kandi nay o nyene igizwe n'ibintu bitari bike bisa n'ivy'iyivugwa kuri Haru-Magedoni: aho yegeranya ingabo zivuye mu mihingo ine canke mu mfuruka zine z'isi yose (Ezek 38:2-7, 15; 39:4; Ivyah 20:8); urugendo rw'ingabo zakoranijwe rurimwo abera ku murwa w'Imana, ihuriro ry'isi yose, canke umurwa mukuru w'isi yose (Ezek 38:7-9, 12, 16; Ivyah 20:9); kandi ico kizoba igikorwa gikozwe n'Imana (Ezek 38:4, 16; 39:2, 19; Ivyah 20:3, 7); igihe ico gikorwa canke ico gihe kiringo kizoba inyuma y'imyaka myinshi aho abantu b'Imana bazoba bashizwe ahantu h'amahoro n'umutekano bakingiwe intambara nk'iyo izoba kw'isi yose (Ezek 38:8, 11; Ivyah 20:3); iyo ntambara ikazoba ari yo ihereza ibintu vyose (Ezek 39:22, 26, 29; Ivyah 20:10ff.); maze hakazoca habaho ukurandurana n'imizi ingabo z'ibibi, ingabo za Satani hamwe n'abakozi biwe bose (Ezek 38:22; 39:6; Ivyah 20:9-10). Nk'uko bigaragara ku buhanuzi canke imburi kuri Gogi-Magogi ivugwa muri Ezekiyeli 38-39 ari isoko ya mbere y'aho ibivugwa mu Ivyah 16:14-16; 19:17-21 vyakomotse hamwe n'ubundi buhanuzi canke imburi zivugwa mu Ivyahishuwe vy'intambara y'imperera. Ikintu gikuru kigaragara muri ivyo bisomwa ni ikintu nyamukuru cerekana ukutigenga kw' Ivyah 20:7-10, aho hategerezwa kuba havuga ku buhanuzi buvugwa muri Ezekiyeli—mu nca make, ikoranirizwa hamwe ry'ingabo z'abansi (Ivyah 16:14-16; 17:12-14; 19:19; kandi gereranya 6:15 na Ezek 39:18-20), mushizemwo kandi ibizoba biriko biraba ico gihe mu gihe c'iherezo (Ivyah 6:12-17; 11:7-13; 16:16-17 [cf. 17:10-14]; 19:15-21), bizoba bikwirikiye ikiringo kizohabwa ishengero kugira ngo rirangure igikorwa caryo co gushingira intahe ubutumwa bwiza (11:3-7; cf. 12:6, 14). . . . Ivyo rero vyerekana yuko ikiringo c'imyaka igihumbi izoza imbere y'intambara ya Gogi-Magogi ivugwa mu Ivyah 20:7-10 izoza imbere y'umuzo wa *Parousia uzoba* Haru-Magedon itarashika muri ivyo bindi bisomwa. Haru- Magedoni si ikintu kizoba imbere y'ikiringo c'imyaka igihumbi, yamara izoba inyuma y'ikiringo c'imyaka igihumbi. Haru- Magedoni ni yo kimenyetso kizoheraheza imyaka igihumbi. Kandi uwo mwanzuro ni wo uvuga herezo ry'abashigikira iciyumviro c'uko izoba imbere y'ikiringo c'imyaka igihumbi." (Kline 1996: 219-20)

Kubera yuko Ivyahishuwe nk'ikintu kigize itu bigenda vyubaka ibintu bibangabanganye, muri uku kwanzura kuvuga ku kurandurwa, gusangangurwa kwa nyuma kwa Satani n'ingabo ziwe tubona ko abivuga mu buryo bufobetse bw'ivyiyumviro bja vyaravuzweko mu bice vya **16** na **19**: "Mu Ivyah.16.14 abarongozi canke abami b'isi bakoranirizwa hamwe kugira ngo baje mu ntambara, bakoranywa n'impwemu mbi, ku Musi w'Uhoraho; kuri 19.19 igikoko, kiri kumwe n'abami b'isi hamwe n'ingabo zabo, barwanya Mesiya n'abamukurikira; aho kuri 20.8 Satani ubwiwe akoranya ibihugu, amahanga atoharurika y'inkozi z'ibibi ayakuye mu mfuruka zine z'isi, canke mu mpande zine z'isi . . .kugira ngo barwanye abantu b'Imana bari kw'isi no mw'ijuru (20.9)." (Smalley 2005: 513) Mu yandi majambo, ishusho ya nyuma y'iki kintu igaragaza ko Sataniari ari we ari "inyuma asunika ibiba ku ntebe y'inganji" arongora abadayimoni n'igikoko.

Birashoboka ko twobona "nk'ibisanzwe" ibizoba mu **Ivyah 20:7-10** nk'aho ari intambara igaragara hagati ya Satani n'abanywanyi biwe n'ishengero, aho hazobamwo n'ibirwanisho vy'intambara bigaragara, ivyo umuntu ashobora gukorako. Ibishigikira ico ciyumviro c'intambara yo mu buryo "bugaragara" hagati y'isi n'ishengero tubisanga muri **Mat 24:22** havuga gurtya, *"Kandi iyo misi iyo itagerurwa ntihorokotse umuntu n'umwe, ariko kubera abatoranijwe iyo misi izogerurwa"* (raba kandi **Mrk 13:20**). Yamara, kumbure ivyo mu vy'ukuri si vyo igisomwa gihagazeko ahanini. Mu kuvuga kuri iki gisomwa, J. Marcellus Kik avuga ati, "imvugo iragaragara neza kugeza y'aho tudashobora kuvuga ko atari itambara yo mu buryo bw'umubiri canke mu buryo bufadika burimwo n'ibirwanishwa bigaragara—inkota n'inkoho. Umwami wacu mu buryo bugaragara avuga yuko ibirwanisha vyacu nk'Abakristo atari ivyo mu buryo bw'umubiri, ntibigizwe n'inkota igaragara. Ni intambara iri hagati y'Ubutumwa Bwiza nyakuri n'Ubutumwa bw'ibinyoma. Ni intambara hagati y'Ukuri

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

n'ikinyoma. . . . abo tunigana atari ab'inyama n'amaraso ariko tunigana n'abakuru, n'abafise ububasha, n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru' [**Ef 6:12**]. . . . Nta nkeka ko hazoba uguhamwa. Umwansi arashobora gukoresha igikenye n'intambara igaragara. Yamara ibirwanishwa nyamukuru bizobera mu buryo bw'impwemu." (Kik 1971: 238. 240-41)

Turakwiye kwibuka yuko muri ico gitabu cose c'Ivyahishuwe, ikibazo nyamukuru camye ari Umwami w'ukuri hamwe no kugumana ubwizigirwa kuri uwo Mwami nyakuri gushika ku gupfa. Twarabonye yuko ikintu gikuru kuri Babuloni hahambaye kwari *ukwivanga mu vy'impwemu*, ntivyari ukwivanga n'ibiturire mu buryo bwa politike no mu buryo bw'ubutunzi. Ivyo kandi ni ko vyari biri no kuri "AntiKristo"—Bibiliya ahani ishingira ku kugene hari hameze mu buryo bwo mu *vy'impwemu*, yamara ntishingira ku kugene vyari bimeze mu buryo bw'ibibazo vy'ubutunzi no mu vya politike. Ni co gituma ikintu nyamukuru kiraje ishinga Kristo ku bijanye n'igaruka ryiwe ni, *"Ariko Umwana w'umuntu ni yaza, mbega azosanga <u>ukwizera</u> mw'isi?"* (**Luka 18:8**) Nkuko kandi tuja twabibonye, urubanza rw'Imana ruboneka kenshi nk'intambara kandi gihe Imana ituma *"umuriro uva mw'ijuru"* (**Ivyah 20:9**) vyama igihe cose bigaragaza uguca amateka kwayo.[69] Ni co gituma, **Ivyah 20:9-10** hamwe n'ibindi bisomwa muri ico gitabu bisa n'ivyerekana ko Imana yari igiye guheraheza intambara y'umubiri irwanya abera ishobora kuba ari imvugo ngereranyo y'amateka ya nyuma azoba igihe *parousia* ya Kristo izoshika.

b. *Satani "atrerwa muri ca kiyaga caka umuriro n'amazuku . . . kirimwo na ca gikoko na wa muvugishwa w'ibinyoma" (**Ivyah 20:10**).* Abemera yuko ivyo bizoba imbere yuko ishengero riduzwa bavuga yuko igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma baja bari mu kiyaga caka umuriro n'amazuku imyaka igihumbi imbere yuko satani atererwayo. Bibiliya nyinshi zo mu Kingereza zisa n'izerekana ivyo mu kuvuga yuko Satani yaterewe mu kiyaga caka umuriro n'amazuku *"aho igikoko n'umuvugihwa w'ibinyoma <u>baja bari</u>"* (NASB; NKJV), canke *"<u>bari bari</u>"* (ESV; RSV), canke mbere *"<u>baterewe</u>"* (NIV). Kanatsinda, ugucira urubanza Satani, igikoko, n'umuvugishwa w'ibinyoma bibera rimwe, ariko ntibikwirikirana kimwe ntigikurira ikindi. Uguca amateka mu **Ivyah 20:10** ni impfunyapfunyo y'uguca amateka mu **Ivyah 19:20**, harimwo ukwongerwako ibivuga kuri Satani, kubera yuko ukuneshwa kwa Satani ari kwo gushingiweko muri **Ivyah 20:1-10**.

Indongoramvugo y'iri ryungane mu rurimi rw'Ikigiriki ntitahurika neza ariko iboneka yuko ishigikiye iciyumviro c'uko ivyo vyabereye rimwe ariko bitakwirikiranye ngo kimwe gihereze ikindi, si amateka yakurikiranye, ahubwo yabereye rimwe. Andrew Steinmann asigura igituma: "20:10 hategerzwa gufatwa nk'aho ari impfunyapfunyo y'urubanza rwaciwe kuri 19:20 hongeweko urubanza rwaciriwe Satani. 20:10 havuga, hasomwa gurtya: 'Kandi Umurwanizi yabazimiza atererwa (*eblēthē*, mu mero mugirirwa) muri ca kiyaga caka umuriro n'amazuku, kirimwo na ca gikoko na wa muvugishwa w'ibinyoma. . . . kandi bazobababazwa ku murango no mw'ijoro ibihe bitazoshira.' Kwirengagizwa kw'irivuga riganza 'igikoko' n' 'umuvugishwa w'ibinyoma' bisaba uwahinduye ico gitabu kurishiraho mu Kingereza. Abenshi mu basobanuye ico gitabu mu zindi ndimi barashiraho 'aho igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma bari bari/ n'aho bari'—nk'aho umengo ukwo guca amateka kubiri gukurikirana ariko kutabera rimwe. Yamara ukwo kwirengagiza ukuvuga mu bwinshi *einai* ntiguhuta kuraboneka (BDF 71). Uburyo buhuta kubneka aho umuntu yirengagiza agakuramwo irivuga bijanye n'igihe iryo rivuga rijanye n'irivuga ryari rihejeje kuvugwa. Ni co gituma ugusigura gusanzwe kwo kuri 20:10 kwategerezwa kuba: 'Kandi Umurwanizi yari yabazimije atererwa mu kiyaga caka umuriro n'amazuku aho igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma baterewe' (raba NIV). (Raba neza: 'batererwa' [aorist] = muri ako kanya nyene, si 'bari baja baterewe' [kahise] = imbere y'igihe Satani yatererwayo.)." (Steinmann 1992: 77-78n.18; raba kandi Beale 1999: 1030 [Satani, igikoko, n'umuvugishwa w'ibinyoma bashobora kubonwa bose "ko baterewe mu muriro mu kiringo kimwe canke mu mwanya umwe nimba irivuga ryirengagijwe [mu yandi majambo, ritavuzwe] ari 'batererwa' canke 'baterewe' (ico ca nyuma ni co gisa n'irivuga ryaribanjirije ku bijanye na Satani"])[70]

---

[69] Raba Menn 2017, ikigabane ca **VIII.J.**1.a. *"Ugufatira kwa Yesu ku 'muravyo' muri Mat 24:27 gushobora kandi gusigura ugucaamateka, igihano"* ku bisomwa aho Imana yatibura, yarungika umuriro ugakoroka uvuye mw'ijuru.

[70] Icongeyeko, "ibishoboka yuko 20:7-10 ari isubiramwo no kwegeraniriza hamwe ivyavuzwe kuri 19:17-21 ntibisohora neza yuko yaterewe mu muriro w'ibihe bidashira inyuma yuko abakozi biwe baja barashitse mu muriro ku mpera y'igice ca

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

10. Uguca amateka y'iherezo (**Ivyah 20:11-15**). "Yohana aja yarashizeho intango y'iciyumviro c'uko guca amateka nyene gushobora kuboneka ubwa mbere nk'intambara/ ugushamirana, maze hanyuma hakaba muri sentare. . . . Ibiba kuri 20.1-15 bidutumirira gutahura nk'aho ari ukwongera kuvuga ivyaja vyaravuzwe hakoreshejwe iyindi mvugo ngereranyo n'iyindi shusho itari yarakoreshejwe ubwa mbere ku vyerekeranye n'uguca iamateka y'iherezo vyaja vyaravuzwe kuri 20.7-10." (Mealy 1992: 177, 179) Ni co gituma, naho **Ivyah 20:7-10** hamwe na **20:11-15** hose havuga ku guca amateka y'iherezo, aho hose hamwe hamwe hafise ico hashimikirako: "aha mbere muri aho habiri [**20:7-10**] hashimikira cane ku gukomvomvorwa kw'umwansi n'abamukorera, kumbure kubera yuko iyo nkuru yose ivugwa mu Ivyah 20 itangurira kuri we nk'aho ari we ariko aravugwako. Maze ibiba ubwa nyuma na vyo bikurikira [**20:1-15**] bishimikira ku Mana nk'Umucamanza ashikiriza urubanza rwa nyuma muri iki gihe." (Shea 1985: 49) ko kuri **20:11** havuga ibi *"Isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo aho vyaba ntihaba hakiboneka"* hose hasubiramwo ivyari vyavuzwe ubwa mbere ku bijanye n'uguca amateka kw'iherezo (**Ivyah 6:12-14; 11:13; 16:17-21**) kandi hakegeranya ihinduka ry'ivyaremwe vyose ku Kugaruka kwa Yesu *parousia* hamwe n'uguca amateka kuzozanwa n'ukwo kugaruka.

a. *Uguca amateka kw'iherezo kuba nka kimwe mu bintu bigize parousia (Ukugaruka kwa Yesu).* Hariho ugusa kuri hagati y' **Ivyah 20:11-15** na **1 Kor 15:20-54**. Muri **1 Kor 15:26** Paulo avuga ati, *"urupfu ni we mumenja w'imperera azorandurwa."* **Ivyah 20:14** havuga yuko *"rupfu na kuzimu batererwa muri ca kiyaga caka umuriro."* "Ukwo kuvuga mu buryo bw'ikigereranyo ukuvanwaho, n'ugusangangurwa kwa Rupfu na Kuzimu [mu gihe co guca amateka mu gihe c'iherezo] gufatanye n'ivyo Paulo yavuze muri 1 Kor 15:26. . . . Kuri bose Yohana na Paulo, igihe ca nyuma c'iyo nteguro y'ugucungura imbere y'ukwinjira mu bihe bidashira ni ukuzovanwaho, ukuzokurwaho kw'urupfu." (urupapuro rwa 1980: 42) ivyo bizoba bifatanye n'Ukugaruka kwa Yesu *parousia* (raba **1 Kor 15:50-54**). Nkuko tuja twarabibonye, Ubutumwa Bwiza, Ivyete, hamwe n' Ivyahishuwe bivuga inkuru ibandanya imwe: *parousia* igizwe n'ukuzuka n'uguca imanza ni ho haza hagati hakagabura mwo kubiri *"iki gihe"* n' *"igihe kizoza."*

b. *Ugucira imanza abatizera bonyene canke ni abantu bose?* Abantu bamwe, ahanini abafatira ku biringo, bibaza yuko hariho uguca imanza kwinshi kunyuranye mw'Isezerano Risha: ugucira imanza "amahanga" kubona no kwiyumvira abazookwinjira mu bwami bw'imyaka igihumbi (**Mat 25:31-46**); ugucira imanza abizera imbere "y'intebe y'imanza ya Kristo " kugira ngo bakire impera zabo (**2 Kor 5:10**); hamwe n'imanza zizobera imbere "y'intebe y'inganji yera "ivugwa kuri **Ivyah 20:11-15** iyo bibaza ko ikoreshwa ku batizera gusa (uburorero, Scofield 1967: 1036-37n.2, 1375n.1; Thomas 1998: 223; MacDonald 1995: 1299; Smith 1980b: 193). Abandi babona **Ivyah 20:11-15** nk'aho ari ugucira imanza abantu bose mu buryo rusangi, abizera co kimwe n'abatizera (uburorero, Hendriksen 1982: 196; Ladd 1972: 271; Ngundu 2006: 1576).[71] Nubwo ico bashimikiyeko muri iki gisomwa gishobora kuba kubatizera, abantu bose barimwo , kubera yuko Bibiliya yerekana yuko hariho uguca imanza kumwe gusa ku bantu bose (raba Menn 2017, igice ca **V. Insiguro y'ukuza kwa kabiri kwa Kristo mu gihe c'iherezo**). "Ikibazo ca nyuma c'ugucira imanza amahanga si ubwami bw'imyaka igihumbi ariko ni nimba ari ubugingo budashira canke igihano c'ibihe vyose canke ugutandukana n'Imana ibihe vyose (Mat. 25:46). Aha nta nkeka uru ni rwo rubanza rwa nyuma, ni yo mateka ya nyuma ahitamwo aho abantu bazoba ibihe bidashira. Intebe y'Imanza ya kristo ni yo vyongeyе ntebe y'imanza y'Imana aho abizera bose bazorenguka (Rom. 14:10)." (Ladd 1972: 271)

Mu kubandaniriza muri ukwo kubangabanganwa kuri muri ico gitabu, **Ivyah 20:11-15** ni ukudondora ukwo guca amateka kuja kwaravuzwe nubwo kutadondowe neza mu **Ivyah 11:18**. Ayo majambo *"abapfuye bacirwa amateka"* vyerekana yuko **Ivyah 20:11-15** "ari ukwagura ivyaja vyavuzwe ubwa mbere vy'igihano c'imperera kuri 11:18 ('igihe co gucirwakw

19. Bamwe biyumvira yuko 20:10 hegeraniriza hamwe ivyabaye bifatanye n'ukukurwa ku ngoma kw'igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma, twotegerezwa kuronka imvugo isobanuritse neza, imvugo imeze nk'iyi 'Inyuma y'intambara ya Gogi na Magogi, Satani atererwa mu kiyaga caka umuriro hamwe n'igikoko n'umuvugishwa w'ibinyoma.' Yamara ibi si vyo twiteze na gato, cane cane kubera yuko uburyo imvugo yo kwegeraniriza hamwe ivyerekeranye n'ubuhanuzi yo mw'Isezerano rya Kera yavugwa itagengwa n'ibintu bitomoye, bisobanuritse neza kandi no mu Ivyahishuwe na ho nyene ntibisobanuritse." (Beale 1999: 1028)

[71] Bamwe, nubwo bibaza yuko hazobaho uguca amateka kumwe gusa ku bantu bose, baharira bavuga yko **Ivyah 20:11-15** havuga ku gucira imanza abatizera gusa (Johnson 1981: 589-90; Milligan 1896: 357).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

amateka [kirashika] aho abapfuye bacirwakw iteka'). 11:18 vyongeye hibanda ku gucirwakw amateka kw'abanyakibi yamara kandi hagashiramwo "impera / ingero" igihe co kugereramw abasavyi bawe, ni bo bavugishwa nawe n'abubaha izina raywe." (Beale 1999: 1033; raba kandi Johnson 2001: 298)

Amajambo akoreshwa kuri **20:11-15** (mu yandi majambo, *"abahambaye n'aboroshe"*), tugereranije n'aho agarukira canke ibiyagenga igihe cose akoreshejwe ahandi hose mu Ivyahishuwe, ashikana ku mwanzuro wuko abantu bose, abizera n'abatizera bose bacirwa imanza. Ni co gituma, mu **Ivyah 11:18** na **19:5** *"aboroshe n'abahambaye"* hafatiye ku bizera bose, kandi kuri **Ivyah 13:16** na **19:18** *"aboroshe n'abahambaye"* hafatiye ku batizera bose. Ku rundi ruhande, "muri iki gisomwa kiri imbere yacu, agace konyene kavugwamwo 'aboroshe n'abahambaye' kerekeranye—nk'uko bigaragara—n' *'abapfuye.'* Mbega none aho ntitwoca tuvuga yuko insiguro yabihaye ari uko ari abapfuye bose—ata n'umwe avuyemwo, canke naho n'imiburiburi ata n'umwe avuyemwo muri abo bapfuye?" (Brown 1882: 200)

Mu kuvuga ku "bitabu," **Ivyah 20:12** hafatira kuri **Dan 7:10; 12:1-2**. Mu gufatira kuri ivyo bisomwa biboneka muri Daniyeli vyongeye vyerekana yuko ata na kimwe kivuyemwo mu guca ayo mateka mu **Ivyah 20:11-15**: "Ico ivyo bitabu bivugwa muri Dan. 7 ni ukwibanda ku bibi bikorwa vyo mu gihe c'iherezo bikorwa n'umurwanizi, uwuhama abantu b'Imana, kandi ivyo yakoze ni vyo bizotuma acirwa urubanza. Igitabu kivugwa muri Dan. 12:1 na co nyene cerekeranye n'igihe c'iherezo, yamara ni ikigereranyo c'ugucungurwa. Abo bazoba banditswe muri ico gitabu bazohabwa ubugingo, yamara abo amazina yabo atazoboneka muri ico gitabu bazocirwa urubanza rw'imperera (12:1-2). Ubwo buhanuzi bubiri buvugwa muri Daniyeli buboneka ko buzoshitswa mu gihe co guca imanza kwa nyuma." (Beale na McDonough 2007: 1150)

Ubwa nyuma, Isezerano Risha rirabigaragaza neza yuko abantu bose bazorenguka imbere y'intebe y'imanza y'Imana (uburorero, **Rom 14:10; 2 Kor 5:10; Heb 9:27**). **Ivyah 3:5** na ho mu buryo budasanzwe havuga ku bizera banditswe mu gitabu c'ubugingo (raba kandi **Ivyah 13:8**). Nta handi hantu na hamwe mu Ivyahishuwe ndetse **20:11-15** havuga ku ntebe y'imanza ingene bigenda ku bijanye n'igitabu c'ubugingo. "[Ivyah] 3:5 hibaza yuko abizera Kristo bazorenguka imbere ya Sentare y'Imana kugira ngo bacirwe imanza, nkuko tubisoma ngaha nyene. Nimba rero ishengero ritarimwo muri urwo rubanza rwa nyuma, ivyo bishoboka igihe conyene ryoba rija ryararengutse imbere 'intebe y'Imanza y'Imana. Yohana ubwiwe nta na hamwe avyerekana yuko igihe nk'ico co kurenguka imbere y'imana kugira ngo bacirwe imanza coba carabaye. Ni ivy'ubwenge kumenya yuko Yohana yigisha yuko bose bazorenguka imbere y'intebe y'imanza y'Imana, abizera n'abanyavyaha bose ata n'umwe avuyemwo." (Beasley-Murray 1974: 301) Kubera yuko imanza zo mu **Ivyah 20:11-15** zerekeye abizera n'abatizera bose, ivyavuzwe ubwa mbere kuri **3:5** kw'amazina y'abizera ko atafuswe mu gitabu c'ubugingo birasozerwa bigashitswa.

c. *Ukugene izo manza zizogenda, zizocibwa.* **Ivyah 20:12** havuga yuko abantu bazocirwa imanza *"hafatiwe ku bikorwa vyabo bakoze."* Ntidushobora kwishikana mw'ijuru canke ngo dukore "ibikorwa vyiza bihagije, bikwiriye" kugira ngo twikure ku kuzorenguka imbere y'intebe y'imanza y'Imana; dukizwa kubwo ubuntu bw'Imana gusa biciye mu kwizera Kristo vyonyene (**Yoh 3:16-18; 6:28-29; Rom 2:16-17; 10:8-13; Gal 3:1-14; Ef 2:8-9**). Nubwo biri uko, "ibikorwa ni ikintu cerekana aho umuntu ageze mu vy'impwemu mu mutima wiwe. . . . uguca imanza kuzogaragaza nimba abantu bagumye kuri Yesu, ku Mana n'Umwagazi canke ko bifatanije n'abansi b'Imana. Inyigisho za Yohana zerekeye ukwizera kujanye n'ibikorwa gusa n'ukwigisha kwa Yesu Kristo (Yoh 5:29), Paulo (Rom 2:6-8) na Yakobo (Yak 2), kandi ni co gituma hariho ikindi gitabu, *igitabu c'ubugingo,* nta nkeka kiriho (20:12, 15; 3:5; 13:8; 17:8; 21:27). Abo bose amazina yabo azoboneka yanditswe mu gitabu c'ubugingo c'Umwagazi bazogererwa ibijanye n'ibikorwa vy'ukugororoka bakoze. Ikinyurane c'ivyo na co nyene ni ukuri. Ico kigereranyo kigaragaza umunzane uhambaye hagati y'ubuntu n'icaha." (Ngundu 2006: 1576) Beale aheraheza avuga ati, "Ubugingo"' buhabwa abera n'ugufatira kuri ico gitabu bivane n'uko bifatanije n'ibikorwa vy'ukugororoka vya wa Mwagazi, na cane cane urupfu rwiwe, bisigura yuko vyongeye bifatanije n'ubugingo bw'ukuzuka kwiwe (raba 5:5-13). Ntibazocirwa urubanza rw'ibikorwa bibi bakoze kuko Umwagazi ubwiwe aja yararishe ikiguzi c'ivyo bikorwa bibi bari barakoze: yarishwe mu kibanza cabo (raba cane cane kuri. 1:5 na 5:9). Umwagazi aremeza akemanga imbere y'Imana abo bose banditswe muri ico gitabu c'ubugingo

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

(3:5) kandi baboneka ko bifatanije n'ibikorwa vyiwe vy'ukugororoka kandi bakishushanya n'urupfu rwiwe." (Beale 1999: 1037)

**L.** ***Ivyah 21:1-22:5: Ijuru risha n'isi nsha: Yerusalemu Nsha***

Muri iki gice irema risha n'ishengero vyatunganirijwe mu bwiza. Ijambo rivuga "ubusha" (**21:1-2, 5;** co kimwe no muri **2 Pet 3:13**) ni *kainos. "Kainos* rifatira ku kintu gisha mu *bikigize* kandi kinyuranye n'icahora gikorwa canke gikoreshwa—igishaje, icashize, umushire, canke icashajishijwe n'imyaka, canke kubera igihe kirekire kimaze. . . . Ni co gituma, mu bwami bw'ubwiza, ibintu vyose bizoba ari bisha: 'Yerusalemu nsha' (Ivyah. 3:12; 21:2), 'izina risha' (2:17; 3:12), 'indirimbo nsha' (5:9; 14:3), 'ijuru risha n'isi nsha' (21:1; raba kandi 2 Pet. 3:13), 'ibintu vyose ni bisha' (Ivyah. 21:5)." (Trench 1989: 233-34) Ni co gituma, "iki gisomwa kitigisha yuko ijuru n'isi biremwa ubu ubwa mbere, yamara bigizwe n'ibintu bisha" (Smith 1962: 1521).

1. <u>Mbega ijuru risha n'isi nsha bija biriho canke ni ivyo muri kazoza?</u> Abavuga ko ubuhanuzi bwose buja bwarashitse, co kimwe n'abavuga ko ivyo bizoba inyuma y'imyaka igihumbi, co kimwe n'abavuga ko ibintu bitegerezwa kuba ari uko bivugwa baraharira yuko muri Yerusalemu Nsha, "dufise ishusho ahanini, atari iyo muri kazoza, yamara ishusho ya kino gihe muri kubu; ibigize mu vy'ukuri abantu b'ukuri ba Kristo, "ubusho buto" bwiwe kw'isi, mu bihe vyose. Ishusho ishobora kutagaragara neza mu buryo bwuzuye; yamara imigisha yose yayo iba ari iy'abizera ubu, kandi izoba iyabo kurushiriza igihe buguruye amaso n'imitima yabo kugira ngo bayakire." (Milligan 1896: 373; raba kandi Chilton 1985: 203-09; Mathison 1999: 157-58) Ni co gituma, Kristo mu gutanga *"amazi y'ubugingo"* (**Ivyah 21:6**) abifatira ku masezerano yiwe yo muri **Yoh 4:13-14; 7:37-39** ko azoha abizera, muri iki gihe urimwo, *"amazi y'ubugingo."* Aho avuga ku *"mahanga"* (**21:24**) hafatirwa mu vy'ukugene vyanditswe ko ari amahanga y'abapagani nk'uko bavugwa ko ari abatera, "abanduye, abahumanye" (**21:27**), abo na bo "bategerezwa kuzoba abakiriho baba kw'isi inyuma yuko Yerusalemu Nsha izoba yaragaragaye" (Milligan 1896: 373; raba kandi Preston 2010: 266). Ukwo kubona ibintu muri ubwo buryo birafise akunguko, akarusho kubera yuko mu vy'ukuri Yerualemu Musha ubu ija iriho. Iwabo w'Abakristo ni mw'ijuru (**Flp 3:20**); tuja twarashitse ku Musozi Siyoni, Yerusalemu wo mw'ijuru (**Heb 12:22**).[72]

Ku rundi ruhande, nk'uko tuja twarabivuze hejuru mu kigabane ca **II. Ubuhinga bwo gusigura no gusobanura ibivugwa mu Ivyahishuriwe Yohana** nubwo Ivyahishuwe bishimangira amahame akoreshwa ku bizera bose b'iki gihe no mu bindi bihe vyose, hariho ibindi vyinshi gikora: ico gitabu kiraduha iherezo ry'iki gihe n'intango y'igihe kigiye kuza. Ukudondora ijuru risha n;isi nsha nk'ahantu h'ibihe bitazoshira ho muri kazoza ni ikintu nkenerwa kinyuranye n'ivyari vyavuzwe mu Ivyahishuwe vyerekeranye n'ibihe vy'iherezo, iherezo ry'isi. **Ivyah 17:1-19:6** hadondora uguhomvorwa n'ugukurwa ku ngoma kw' igisagara maraya hamwe n'umunezero uzoba mw'ijuru kubera igisagara maraya kivanyweho. **Ivyah 19:11-21** havuga kuri *parousia*. **Ivyah 20:1-15** hasubiramwo igihe c'ishengero, kizoherana n'uguca imanza ku musi wo kugaruka kwa Yesu *parousia*. Ivyo bisomwa vyerekana yuko hariho iherezo rya vyose. Kimwe mu ntumbero za Yohana mu kwandika ico gitabu kwari "uguhumekera, uguhamagarira abazosoma ivyo yanditse kwizera yuko ubwami bwa Antikristo n'ababushigikiye buzosubirirwa n'inganji ya kristo n'abera biwe. Nta kundi yari kugira atari ukwizera yuko ugusenyurwa n'ukuvanwa ku ngoma kw'igisagara c'igisambanyi na Antikristo bizokwirikirwa n'ugushingwa kw'igisagara kigizwe n'umugeni ku nganji ya Kristo Yesu." (Beasley-Murray 1974: 315) Nimba **Ivyah 21:1-22:5** hadasigura mu buryo bw'ivyo yeretswe igihe cari kigiye kuza, aho ntituzomeya igihe kigiye kuza ico ari co n'ingene kizoba kimeze yamara twoca turekerwa ku guca imanza kwa nyuma. Mu gitabu cagenewe kwerekana iherezo ry'inkuru y'Imana no guheraheza bibiliya yose, ivyo si ko vyogenda na gato.

Muri iki gice ca nyuma c'iki gitabu, rero ikintu cose kigaragara canke kitagaragara giteye ubwoba ku bantu bose b'Imana haba mu mpwemu no mu mubiri kizokurwaho: imibabaro yose yak era, ukwiganyira, ugucura intimba, ukwicuza vyose bizovanwaho kandi vyose bizohindurwa bisha. Nta karenganyo kazoba kakiriho, nta caha kizoba kikiriho, canke ukutumvikana, umuryano bizoba bikiriho yamara hazoba hari ukwera n'ukugororoka, umunezero, umwumvikano ni vyo bizoba vyiganje, kandi biganje mu bantu kandi ni na vyo bizoba biriho hagati y'Imana n'abantu. Uku si ugushikuza kw'"ibija biriho" vy'ubwami yamara ni imbono nshasha y' "ibigiye kuza, ivyo amaso atarabona" vy'ubwami.

---

[72] Nubwo ugushimikira kuri Yerusalemu Musha ari iyerekwa *"ry'igihe kizoza,"* harimwo intumbero y'ukwerekana *mu vy'ukuri* ico ubugingo bwacu muri Kristo Yesu butegerezwa kumera: "ivyo yavuze vyose ku murwa 21:9-22:5 bijanye n'ibigenga ubwami bwa Kristo vyahishuwe ngaha kuri iyi si" (Beasley-Murray 1974: 316); "Ivyo dusanga ngaha mu Ivyahishuwe 21:1-22:5 bivuga ku kw'isi yose yacunguwe canke ku bacunguwe bose bo mw'isi muri kazoza nk'uko bigaragazwa nk'icijiji n'ishengero ryacunguwe ryo muri iki gihe" (Hendriksen 1982: 197)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Muri ubwo buryo, abenshi babona **Ivyah 21:1-22:5** nk'aho hafatiye ku bizoba muri kazoza, guhera ku kugaruka kwiwe, *parousia.*

2. Ibintu vyose bivugwa mu **Ivyah 21:1-4** bizoba igihe Yesu azogarukira ubwa kabiri (*parousia).* **Ivyah 21:3** havuga ku kuzogaruka kwa Kristo kw'isi . mu kuvuga gurtyo, hakoresha amajambo *"ihema ry'imana riri kumwe n'abantu."* Ijambo ry'Ikigiriki "ihema, itaberunakuro" ni *skēnē*. Ibi ni ngirakamaro, kubera yuko bifatanya *parousia* n'ukuza kwa mbere kwa Kristo, kandi no muri ako kanya nyene hakerekana ingene *parousia* ishitsa ivyizigiro vy'Abayuda vy'ukuzoza kw'Imana ikagerera muri bo. "Abayuda bari biteze ukuzogaruka kwa *Shekinah* mu bwami bw'Imana. Abayuda bavuga ururimi rw'Ikigiriki bari bazi neza yuko ijambo *Shekinah* rifise indome zivuga zimwe n'ijambo ry'Ikigiriki skēnē, kandi ivyo vyabashoboje kwifatanya na *skēnē* iciyumviro ca Shekinah. Akarorero gakomeye k'ivyo kagaragarira muri Yoh 1:14, 'uwo jambo yihaye umubiri, abana na twe (mu Kigiriki *eskēnōsen*, rivuye muri *skēnē*) twitegereza ubwiza bwiwe.' Muri Uhoraho yihinduye umuntu ivyizigiro vy'ukuzogaruka kw'Imana mw'ihema ryiwe *Shekinah* ubwiza bwari bushikijwe. Ukwo guhishurirwa nyene ubwiza bw'ijuru bushika kw'isonga aho umuntu abubamwo muri iki gisomwa cacu ." (Beasely-Murray 1974: 311) Insiguro ya *parousia* ku bantu b'Imana irarengera ukugene ubu *"ihema ry'imana riri kumwe n'abantu "* (**Ivyah 21:3**). Abantu b'Imana bavugwa ko ari umugeni (**Ivyah 19:7-8; 21:2, 9**) kandi ko ari umurwa. Ikigereranyo c'umugeni n'umurwa "vyerekana ko ari ikintu kimwe mu bisanzwe, ni ukuvuga, abantu b'Imana bari kumwe n'Umucunguzi wabo" (Ico gitabu nyene: 316). Mu **Ivyah 19:7-8** umugeni *"wiwe ariteguye"*; kuri **21:2** uboneka *"wururuka uva mw'ijuru ku Mana."* Beasley-Murray aheraheza avuga ati, "Yohana nta nkeka ashaka kwerekana yuko umugeni azoseruka mu bwiza no mu cubahiro ntangere aserukanye n'umukwe, kandi ko amazimana y'ubukwe ari ho azotangwa." (Ico gitabu nyene: 315)[73]

3. **Ivyah 21:1-22:5** hashitsa amasezerano Y'Isezerano Risha yuko ukuza kwa kabiri canke ukuzogaruka kwa Kristo kuzozanana n'iremwa risha. Isi nsha ni urutonde rw'ugucungura kw'Imana. Nkenerwa y'ugucungurwa kw'ivyaremwe ikomoka kw'irwa ry'umuntu n' "umuvumo" wagize ingaruka ku vyaremwe vyose (**Ita 3:14-19**): "Ubu Imana irungitse Umwana wayo muri iyi si kugira ngo acungure ivyaremwe ingaruka z'icaha. Igikorwa ca Yesu Kristo rero, si ugukiza abantu kanaka gusa, mbere si ugucungura gusa amaraso y'abantu batoharurika bishwe. Igikorwa cuzuye ca Kristo ni ugucungura ivyaremwe vyose ingaruka z'icaha." (Hoekema 1979: 274-75)

Kare twabonye yuko *parousia* ya Kristo, Ukugaruka kwa kristo kurimwo ukuzosangangura no kweza, kwoza iyi si ya none. Twabonye yuko ukwururuka kwa Yerusalemu Musha—mu yandi majambo, irema risha n'ugusubiza ibintu uko vyahoze imbere y'irwa—bizoba nka kimwe mu bintu vyinshi bigize *parousia* (ukugaruka kwa Yesu) nkuko tubibona vyanditswe mu **Ivyah 21:1** havuga yuko *"ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyari vyagiye."* Ivyaremwe vyacunguwe bivugwa mu **Ivyah 21:1-22:5** ci iciyumviro gusa *"c'iki gihe."* Ahubwo, "ijuru risha n'isi nsha" ni "bisha," mu yandi majambo, bisha mu karanga no mu kanovera. Ntibimeze nk' "isi ya mbere" canke "ibintu vya mbere vyahozeho" *"vyavuyeho, bitakiriho"* (**Ivyah 21:1, 4**). Ni co gituma, **Ivyah 21:4** havuga yuko, mw'isi nsha, *"urupfu rutazoba rukiriho, kandi amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho."* **Ivyah 22:3** hongerako ibi, *"Nta muvumo uzoba ukiriho."*

Ivyo bintu bivanaho abibaza ko hazoba uguca imanza imbere yuko habaho imyaka igihumbi hamwe n'abavuga yuko ubuhanuzi bwose buja bwarashitse kubera yuko bose bibaza yuko icaha n'urupfu bigifise ingaruka kandi bizoba bikiri mw'isi inyuma y'Igaruka rya Yesu. Kubera yuko hazoba habaye iremwa risha n'uguhindurwa kw'ivyaremwe mu gihe Yesu azogarukira harimwo ukuvanwaho Burundi rw'urupfu, ntihazoba hakiriho amaborogo, n'ugutaka n'uburibwe kandi umuvumo nta n'ubukene buzobaho kuko ata caha kizoba kikiriho. Ni co gituma iciyumviro c'uko hazoba ubugarariji bukomeye imyaka igihumbi inyuma y'Igaruka rya Yesu bidashoboka ko jkwoba ari ukuri.

4. *Parousia* n'imanza: ivyiza n'ibibi. Nubwo uguca amateka kwavuzwe mu **Ivyah 20:11-15** harimwo bose abagororotsi n'abatari abagororotsi, ico aho hashingiyeko cane ni uguca amateka ku batumvira Imana bazotabwa mu *"kiyaga caka umuriro."* **21:1-22:5** na ho nyene havuga ku bintu bibi vy'uguca ayo mateka biri muri *parousia (ukugaruka kwa Yesu),* yamara hakoreshejwe ibigereranyo bitandukanye: "Ikiyaga caka umuriro gisigura ukudaherahera mu buryo bunyuranye n'ukubaho, yamara izinguzingu ry'ukubaho mu kibano kirimwo amabi mu buryo bunyuranye n'ubuzima mu kibano c'Imana. Ni co

[73] Mealy ategekanya impamvu zitandatu zigaragaza yuko ukwururuka kwa Yerusalemu Musha mu **Ivyah 21:1-6** bizoba igihe Yesu azoba agarutse, *parousia*, si imyaka igihumbi inyuma y'Ukugaruka kwa Yesu, si inyuma ya *parousia* (Mealy 1992: 223-25).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

gituma Yohana ashobora kwerekana ukwo kuri kumwe akoresheje ikigereranyo gitandukanye c'ubuzima bw'inyuma y'igisagara (21:27) mu buryo bunyuranye n'ubuzima bw'imbere mu murwa (21:24ff.), itandukaniro rikaba rishirwaho n'uruhome rw'uwo murwa (21:14)." (Beasley-Murray 1974: 304)

Mu **Ivyah 21:1-22:5**, nubwo hariho ingaruka mbi za *parousia (ukugaruka kwa Yesu)* hamwe n'uguca amateka bivugwa, ugufatira kura abo batemererwa kuba muri Yerusalemu Nsha vyashizwe iruhande. Ahubwo, ugushimika gushirwa ku ngaruka nziza za *parousia*. Vyinshi mu **Ivyahishuwe 21-22** bivuga ku kugene ata mibabaro izoba ikiriho, n'urupfu ruzoba rwamizwe miyonzwa, ugukira kw'amahanga, ko Imana izobana n'abantu hamwe n'uko Umwagazi uzobana n'abantu, ubwiza buhambaye, umuco, ubugingo busha bw'ubwami bw'ibihe bidashira. Mealy avuga ku kintu kimwe kinyegeye cane cerekeranye "n'ugushimikira ku vyiza" vya *Parousia (ukugaruka kwa Yesu) ivyo* vyongeye vyerekana akamere k'ukubangabangana kuri muri ico gitabu: "Mu Ivyah. 21.6, Ushizwe ku ngoma, uri ku ngoma avuga ati 'Birarangiye' (mu yandi majambo, 'biraheze' [*gegonan*]). Ivyo vyibutsa amajambo yumviswe avuye ku ntebe y'inganji igihe akavya kagira ndwi k'uburake bw'Imana kasukwa ku murongo wa 16.17 (*gegonen*). Nimba insiguro y'ivyavuzwe 'birarangiye' muri ivyo vyariko biraba ku kavya ka ndwi kwari ikimenyetso c'ugushitswa kwa parousia nk'uguca amateka kw'isi, aho rero kumbure ni ivyiza 'birarangiye' ngaha hafatira ku guherahezwa kw'ivyo vyose bijanye n'iverekeranye imfatakibanza c'ibihe vy'iherezo vyinjiza mu bwami bw'Imana, vyaba ivyiza n'ibibi. Nkuko kuri 21.4 havyemeza, 'kukw'ivya mbere bishize'. Ariko ivya kera ntivyaciriwe urubanza gusa kandi ntivyakuweho gusa, ahubwo hashizweho ibisha mu kibanza ca vya bindi vya kera." (Mealy 1992: 225)

5. <u>**Ivyah 21:1-22:5** hashitsa ivyasezeranywe ku bizera mu bice vya mbere vyo muri ico gitabu.</u> Ubwa mbere, igihe twavuga kw'igaruka garuka canke ugusubirwamwo kw'imitwe y'amajambo canke ivyiyumviro nyamukuru, amajambo n'amasezerano kw'ishengero twarabonye ingene **Ivyah 21:1-22:5** hashitsa amasezerano yahawe Ishengero mu bice btatu vya mbere vy'ico gitabu. Mu buryo nk'ubwo nyene, mu **Ivyah 7:16-17** abizera basezeraniwe yuko batazongera gusonza canke kunyoterwa, Umwagazi *"uzobaroborera ku migezi y'amazi y'ubugingo,"* kandi *"Imana izohanagura amosozi yabo yose ku maso yabo."* Ayo masezerano nay o nyene yarashikijwe mu **Ivyah 21:4; 22:1-2**. Icongeyeko, muri ivyo bivuzwe vyose ku guhamwa, ku gucinyizwa, n'ibibi, ivyaha vyakorewe ishengero muri ico gitabu cose ubu birahindutse. Ishengero rihawe ingorore rishumbushijwe ibihe bidashira—mbere rironse ibirengeye ugushumbushwa—mw'isi nsha yo muri Yerusalemu Musha: "nta burongozi bucinyiza canke butwaza ituntu abantu buzoba buriyo yamara hazobayo ubwami butanga ubugingo, buzigama ubugingo kandi butangwa n'Imana nyenebwo buzogaragaza ubwami bw'Abami buganzwa na Nyen'ijuru n'isi" (Schüssler Fiorenza 1991: 113).

6. <u>**Ivyah 21:1-22:5** hashitsa, huzuza **Yes 65:17-66:24**.</u> Ahantu honyene mw'Isezerano rya Kera havuga ku bijanye *"ijuru risha n'isi nsha"* ni muri **Yes 65:17** na **66:22**. **Yes 65:18-19; 66:10, 13, 20** na ho nyene havuga ku vyerekeranye na Yerusalemu hasubijwe uko hahoze. Nk'uko yabikoze mu Ivyahishuwe hose, Yohana afatira ku bigereranyo vyo mw'Isezerano rya Kera maze akabigira ivy'isi yose, canke akabikoresha kw'isi yose, akabiha insiguro nsha kugira ngo abikoreshe ku bantu basha b'Imana, abantu b'Imana b'ukuri— ishengero. Ukubangabangana kuri hagati ya **Yesaya 65-66** n'**Ivyahishuwe 21-22** vyerekana yuko Yohana ariko aradondora, yerekana ugushitswa kw'ubwami bwari bwarahanuwe, bwaravuzwe kuva kera inyuma ya *parousia*.[74] Kanatsinda, ukubangabangana kuri

[74] Yohana atanga insiguro y'ukuri yahishuriwe yerekeranye n'ivyavuzwe muri Yesaya ku bijanye*"n'amajuru masha n'isi nsha"* (raba kandi **2 Pet 3:13**). Kimwe mu ngaruka z'ibi ni uko ivyo Yesaya yavuze muri **Yes 65:20** ku bijanye n'abana bazopfa bamaze imyaka ijana *bidashobora* gufatwa ko ari iyo myaka nyene kandi ko *bidashobora* gufatwa ko ari imyaka igihumbi y'"ikimpumbi". Impamvu ni uko Yohana ariko aravuga ku bijanye *n'ibihe bidashira* inyuma ya *parousia,* inyuma y'Ukugaruka kwa Yesu aho *"hatazoba hakiriho ugupfa."* **Yes 65:19** ubwaho havuga hati: *"kandi ijwi ryo kurira ntirizohumvikana ukundi [Yerusalemu], cank'ijwi ryo kuboroga."* Arthur Lewis abaza iki kibazo, "Mbega abavyeyi kuri uwo musi bogira umunezero canke ivyizigiro gute bamenye yuko abana babo bazopfa bashikanye imyaka ijana?" (Lewis 1980: 37) Ico Yesaya yari afatiyeko mu kuvuga yuko umwana azopfa afise imyaka ijana n'akarorero k'"imvugo y'ubuhanuzi"," mu yandi majambo, Abavugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera bavuga ku bwami bwa Mesiya bw'ibihe bidashira bakoresheje ururimi n'imvugo abantu bari bamenyereye muri Isirayeli babamwo n'ibihe barimwo.Yamara, Isezerano Risha kenshi ryerekana neza yuko Isirayeli yari "icijiji" canke "ikigereranyo" c'ibintu vy'ukuri bihambaye birengeye Isirayeli ubwayo. Ni co gituma, Imvugo yo mw'Isezerano rya Kera ivuga ku mwana azopfa amaze n'imiburiburi imyaka ijana ari imvugo ngereranyo yerekeranye n'ubugingo bw'abazutse—ubugingo budashira—ku bantu b'Imana bazobaho ibihe bidashira (Raba Lee Irons n.d.; raba kandi Lewis 1980: 37 ["Yesaya kenshi yeretswe inganji ya kazoza y'Uhoraho y'ibihe bidashira mu buryo bw'ikigereranyo kandi no mu buryo abantu b'ico gihe bashobora gutahura"]). Greg Bahnsen, yizera ko ivyo bizobaho inyuma y'imyaka igihumbi, afata "gupfa ku myaka ijana" kuvugwa

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

hagati y' **Ivyahishuwe 21** na **Yesaya 65** kwerekana yuko *"Yerusalemu Nsha"* ari yo, canke igereranywa, ingana n' *"Isi nsha."* Muri **Yes 65:17-18** "Yerusalemu" iboneka yuko ingana *"n'ijuru risha n'isi nsha."* Muri ubwo buryo nyene, Yohana adondora *"ijuru risha n'isi nsha"* (**Ivyah 21:1**) yamara inyuma yahoo agaca adondora *"umurwa wera, Yerusalemu Musha"* (**Ivyah 21:2-3, 10-22:5**) kubera yuko Yerusalemu Musha ijuru risha n'isi nsha (raba Beale 1999: 368; Levenson 1988: 89-90, 107).

7. Ugufatira kuri **21:24-** ku "mahanga," "ata canduye," no "kwinjira ku murwa" ni imvugo ngereranyo zerekana ukugororoka kutagira amahinyu na gato kwo mw'irema risha. **Ivyah 21:24-27** ni imvugo ngereranyo. Abami n'amahanga ntibatandukanye n'umurwa yamara ni ubundi buryo bwo kudondora kamere k'uwo urwa canke kuvuga uwo murwa ingene uzoba umeze. Gundry avuga ati, "'Zana muri uwo murwa [mu yandi majambo, muri ico gisagara (**Ivyah 21:24**)]' ni ururimi rwerekeranye n'ahantu hagaragara, yamara insiguro si ahantu hagaragara, nk'uko ivyagereshejwe uwo murwi ari ibintu bigaragara ariko bidafise insiguro y'ibigaragara. . . . insiguro yo "kuzana muri uwo murwa" ifise ico isigura ku kuzana icubahiro n'ubwiza bw'abami b'amahanga y'abera bigize ico gisagara, ntiharimwo icanduye na kimwe kizova hanze ngo cinjire muri uwo murwa wera. . . . Kwinjira ku murwa, mu gisagara ni ugufasha kugikora—kandi ntibishoboka kukivamwo igihe ubwiza n'icubahiro bizoba vyakigarukanywemwo." (Gundry 1987: 264; raba kandi **Ivyah 3:12** aho Yesu asezerana yuko unesha azogirwa inkingi yo mu rusengero rw'Imana *"kandi ntazosohoka ukundi"*) **Ivyah 21:24-27; 22:14** bisigura yuko abo amazina yabo yanditswe mu gitabu c'Umwagazi c'ubugingo nibo bazoshobora kwinjira mw'ijuru risha n'isi nsha kuko **Ivyah 20:15** havuga yuko, *"umuntu wese atabonetse ko yanditswe muri ca gitabu c'ubugingo atererwa muri ico kiyaga caka umuriro."*[75]

Martin Kiddle avuga ati, "*Amahanga* ni abacunguwe, begukira, bari mu buryo bw'impwemu mugabo batari mu buryo bw'imiryango cumi n'ibiri. Mbega Kristo ntiyacunguye 'abantu bo mu miryango yose, mu ndimi zose, mu moko yose no mu mahanga yose'? Vyiza cane, *uko* ni ko abakristo bategerezwa gusoma ubwo buhanuzi bwo mw'Isezerano rya Kera: ni bo ari *amahanga*. Muri ubwo buryo nyene, *abami bo mw'isi* . . . (ni nako dutegerezwa kuvyiyumvira) ni abaganwa baciwe amazosi, baganje nk'abasubiriye abaganza b'abapagani (raba xx. 4–6); canke kumbure Abakristo bose b'abizigirwa, abo ivyaremwe vyose vyo mw'ijuru bisemerera bivuga biti: *bazoganza kw'isi* (umurongo 10)." (Kiddle 1940: 439)[76] Ngaha vyongeye dutegerezwa kuguma twibuka intumbero nyamukuru yatumye Yohana yandika: ububisha, ivyaha Yohana ashira ku rutonde mu **Ivyah 21:8, 27; 22:11, 15** hamwe n'ivyo yavuze ku kuzokwinjira muri uwo murwa (**Ivyah 21:24-26; 22:14**) canke ku kutazoshobora kwinjira kuri uwo murwa (**Ivyah 21:27; 22:15**) aho hose hagabisha abizera ko badakwiye kwihakana ukwizera kwabo hamwe n'indagagaciro zabo maze akabahanurira gushikama no kubaho ubuzima bugororotse kuko bari biteze iherezo ryiza ryari ritamanzuye.

**Ivyah 21:24-26** hafatira kuri **Yesaya 60. Yesaya 60** havuga kuri Siyoni hahawe icubahiro. **Yes 60:3** havuga yuko muri Siyoni hashizwe hejuru *"amahanga azogendera mu muco waho."* **Ivyah 21:24** na ho nyene havuga ibi, *"Amahanga azogendera mu muco wawo [Yerusalemu Musha]."* **Yes 60:11** avuga ati, *"Amarembo yawe azokwama yuguruye, ntazokwugarirwa ku murango canke mw'ijoro."* **Ivyah 21:25** na ho nyene havuga gurtya, *"Ibirimba vyawo (Yerusalemu Musha) ntibijishwa na rimwe, (kuko ata joro ribayo)."* **Yes 60:20** (raba kandi **Yes 60:19**) havuga hati, *"Izuba si ryo rizoba rikikubera umuco wo ku murango, canke ukwezi ngo kukuboneshereze: ariko jewe Uhoraho ni jewe nzokubera umuco utazoshira."* **Ivyah 21:23** na ho nyene havuga gurtya, *"wa murwa nturinda kwakirwa n'izuba canke n'ukwezi; kuk'ubwiza bw'Imana ari bwo buwakira, kandi wa Mwagazi ari we tara ryawo."* **Yes 60:21** havuga ibi, *"Abantu bawe bazoba abagororotsi bose, bazoba ben'igihugu bwite gushitsa ibihe*

---

muri **Yes 65:20** ko ari imyaka ijana nyene yamara gaharira avuga yuko Yesaya avuga ku gihe aho "kubera umugisha w'Imana ku bantu bayo, imyaka izokwongerwa kugeza yaho gupfa ku myaka ijana umuntu azoba apfuye akiri umwana [mu yandi majambo, 'imyaka y'igitangaza' ku bizera yuko ivyo bizobaho inyuma y'ikimpumbi bibaza yuko ivyo bizobaho mw'isi imbere yuko Yesu agaruka, imbere ya *parousia*]" (Bahnsen 2015: 58).

[75] Raba kandi **Ivyah 21:7-8** havuga yuko *"oabanesha ari bo bazorarwa ivyo bintu"* aho abakora ivyaha n'ibibi *"umugabane wabo uzoba mu kiyaga caka umuriro."* **Ivyah 21:27** hongera hakavuga uko nyene mugabo hakoresheje iyindi mvugo ngereranyo itandukanye n'iyari yakoreshejwe mbere: *"kandi kuri wo nta ho hazogera ikintu gihumanya , cank'ukora ibizira akabesha [mu yandi majambo, muri uwo murwa]."*

[76] Ivyo vyose bivugwa (amahanga n'abami) vyerekana abantu b'Imana mu buryo bunyuranye n'ukuzobana na Yo ahantu h'ibihe bidashira. Muri ubwo buryo nyene, mu **Ivyahishuwe 12** umugore n'abana biwe yari imvugo ngereranyo y'ukuvuga ivyo bihejeje kuvugwa aho hejuru, ishengero. Vyongeye, mu **Ivyah 19:7-9** ishengero rivugwako nk'aho ari umugeni aje mu mazimano kandi akaba n'umutumire muri ayo mazimano nyene.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*vyose; bazoba umuvyaro nitereye, igikorwa c'intoke zanje."* **Ivyah 21:27** na ho nyene havuga gurtya, *"kandi kuri wo nta ho hazogera ikintu gihumanya, cank'ukora ibizira akabesha atari abanditswe mu gitabu c'ubugingo ca wa mwagazi w'Intama."*[77] **Yes 60:3-14** havuga yuko abami b'amahanga bazoza bazananye ubutunzi bwabo ku murwa Siyoni. **Ivyah 21:24-26** na ho nyene havuga gurtya, *"abami bo kw'isi bazozananayo ubwiza bwabo [Yerusalemu Musha]"* kandi *"bazozananayo ubwiza n'icubahiro vy'amahanga."* Ukwo kugereranya kwerekana ingene, nk'uko yabikoze muri ico gitabu cose, Yohana yafashe, yisunze ibisomwa n'ubuhanuzi vyo mw'Isezerano rya kera vyerekeranye, canke bivuga kuri Isirayeli abiha insiguro nsha avyegeka kw'ishengero rimwe mw'isi yose rizohorahoha.[78]

**Ivyah 22:1-2** havuga yuko *"igiti c'ubugingo"* gitewe hafi y'imigezi "*y'amazi y'ubugingo*" ari igiti co "*kuvura amahanga*". Ikigereranyo c'amazi y'ubugingo avura amahanga ntibisigura yuko, muri Yerusalemu Nsha, "hazoba hakiriyo amahanga arwaye akeneye kuvurwa" (Johnson 2001: 321). Ahubwo ni "imvugo ikoreshwa mu buhanuzi" yerekana ivyavuzwe ku **Ivyah 22:3**, yuko "ata muvumo uzoba ukiriho" (raba kandi **Ivyah 21:4877**).

8. <u>Yerusalemu Musha ni ugushitswa kw'integuro y'Imana y'ibihe bidashira yo kuba ahera ibana n'abantu bayo bera.</u> Intumbero, ihangiro ry'Imana muri kahise kose ka Bibiliya kwari ukwuzuza ikintu cose n'ahantu hose Imana yaremye ububeho bwayo, Imana yashaka kugerera muri bo co kimwe n'aho hantu hose. Guhera mw'Itongo rya Edeni, Imana yipfuza kugira isi yose ahantu izogerera kugira ngo ihasangire n'abantu bayo bera. Kubera icaha, ubwiza bw'Imana ntibwashobora kugerera neza mu vyaremwe vya kera. Nubwo Imana yari yaragendagenze mw'Itongo rya Edeni igendana na Adamu na Eva (**Ita 3:8**), kubera ivyaha vyabo yarabirukanye muri iryo Tongo (**Ita 3:23-24**). Imana rero buke buke yahishuye ko iri, igerereye kw'isi mu bantu bayo mw'ihema hamwe no mu rusengero Salomo yari yubatse, ivyo na vyo vyakora nk *"igishushanyo n'igitutu c'ivyo mw'ijuru"* (**Heb 8:5;** raba kandi **Zab 78:69; Heb 8:1-10:1**).

Imana rero yatanguje, yinjiye ku rwego rwa nyuma rw'ukubana n'abantu biciye mu muntu yitwa Yesu Kristo. Biciye muri Mpwemu Yera aba mw'ishengero, ubugerero bwayo rero bwakwiragiye kw'isi yose. Igihe c' "ivyijiji, ibishushanyo" c'amasengero yakozwe n'intoke z'abantu cararangiye kandi igihe c'ishengero risha ry'ukuri—ukugerera muri Kristo n'ishengero—kwarashitse. Yamara, nubwo ukuri kw'ukuri kw'ivy'impwemu ivyo ihema ryo mw'Isezerano rya kera n'urusengero vyari bishingiyeko kwarashitse, kurinjirwamwo, nubwo kutarashikwamwo mu buryo bwiyaguye, kwarahonjejwe, kwarumvirijwe gusa. Ukwo kwinjirwamwo ibihe vyose ata gusubira inyuma kuzoshika igihe Kristo azogarukira ubugira kabiri ngaha kw'isi. Ni yo yaza, ivyaremwe vyose bizocungurwa (**Rom 8:15-25**).

Igihe ivyaha bizovanwaho burundu mu vyaremwe, isi yose (mu yandi majambo, *"ijuru risha n'isi nsha"*) izomera n'itongo rya Edeni/ umurwa/ingoro—ikintu kirimwo ubwiza bw'Imana. Ubwiza bw'Imana n'ubugerero bw'Imana ntibuzoba bugishirwa mu nzu igaragara. Ahubwo, Uhoraho, Umwami Nyeningabo n'Umwagazi bazokwuzura isi yose, si agace k'Ivyaremwe gusa (**Ivyah 21:22**). Ni co gituma ikiri hagati y'ivyo yeretswe vyose ni isi, vyose vyenena kw'isi—ijuru ryururuka kw'*isi*. Mu yandi majambo, " 'ijuru risha' n' 'isi nsha' bizoba ikintu kimwe, kigengwa n'uko Imana izogerera hagati mu bantu bayo" (Schnabel 2011: 280).

a. *Ukugera umurwa.* "Ukugera" umurwa (**Ivyah 21:15-17)** kunyuranye n'ukugera urusengero, igicaniro, n'abarusengeramwo, yamara mu ntangaro yarwo ntihagezwe Mu **Ivyah 11:1-2**. Ingaruka z'ukwo kugera, ishengero ryarazigamwe mu mpwemu yamara mu buryo bw'umubiri canke mu buryo bugaragara ryararetswe ngo rigeragezwe, rihamwe, ricinyizwe. "Ngaha umurwa wose waragezwe nk'ikindi kimenyamenya c'uko ryakinjishijwe abansi bose bahora barisugereje, basugereje ukwera kwaryo n'umunezero waryo" (Johnson 2001: 312).[79]

---

[77] Nk'uko Kiddle yabivuze, "Amarembo yaho yama yuguruye, yamara yama yuguruye ku bantu b'agorororotsi gusa. Amarembo yaho ntiyigera yugarwa kuko ata joro ribayo abantu botinya kandi nta nkozi z'ibibi zishobora kwigera ugukayangana kwaho kw'ibihe bidashira." (Kiddle 1940: 440)

[78] Amajambo *tēn doxan kai tēn timēn* ("ubwiza n'icubahiro") buvugwa mu **Ivyah 21:26** aboneka n'ahandi hantu mu Ivyahishuwe kuri **4:9, 11** no kuri **5:12, 13** honyene. Muri ivyo bisomwa vyerekeranye n'ugutazira hamwe n'ugushima Imana n'Umwagazi vyatazirwa n'ibinyabugingo, abakuru mirongwibiri na bane n'abamarayika bo mw'ijuru. Muri ubwo buryo nyene, aho amahanga atubaha Imana yashikirije mbere Babuloni hahambaye ivyo batunze vyose, ubu, mu buryo bunyuranye, aho havugwa, "ubwiza n'icubahiro" mu **Ivyah 21:26** vyerekana ugutazira Imana kw'amahanga n'umutima wose batiziganije, bagashima Imana kandi bakayishikanira, ibihe bidashira, mw'isi yose nsha n'ijuru risha.

[79] Ibipimo, ukugera ntigutegerezwa gufatwa nk'aho "ari uko nyene" bingana, nk'aho ari ibipimo vy'igisagara kigaragara, kiboneka yamara mwese murabona ko ari ibigereranyo, bifatiye ku giharuro carwijwe na 12 (raba Johnson 2001: 312-13).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

b. *Yerusalemu Musha nk'Ahera h'Ahera.* Ukutagira agasembwa kwa Yerusalemu Musha kubonekera mu kugene Yerusalemu Musha ari ahera h'ahera:

- Nk'uko vyari bimeze ahera h'ahera (**1 Abami 6:16-20; 2 Ngo 3:8**), igisagara, umurwa ni akabweta, uwo murwa ungana impande zose (**Ivyah 21:16**).
- Nk'uko ahera h'ahera hari hasharijwe n'izahabu iramuye (**1 Abami 6:16-20; 2 Ngo 3:8**), *"urugo rwawo rwubakishijwe yasipi, umurwa wari izahabu ishize inkamba, imeze nk'ibirahuri bishize inkamba nyene"* (**Ivyah 21:18**).
- Nk'uko Ahera h'Ahera hari ahantu hadasanzwe aho Imana igerereye n'ubwiza bwayo, uwo murwa na wo ni wo Imana igerereyemwo n'ubwiza bwayo **Ivyah 21:22-23; 22:1, 3-5**).
- Ahera h'Ahera honyene, atari ibindi bice bigize urusengero rwa Isirayeli (mu yandi majambo, Ahera hamwe no mu ntangaro y'urusengero), tuhabona mu **Ivyahishuwe 21.** Ubugerero bw'Imana budasanzwe, ubwa mbere bwaba Ahera h'Ahera, Ahera Cane gusa, ubu buba mu vyaremwe vyose bisha, mw'irema risha.

Ku rundi ruhande, Yerusalemu Musha yari irindiranywe igishika kandi irengeye Ahera Cane ku bijanye n'ukwegera hamwe n'ugushikira Imana.

- Umuherezi mukuru wenyene ni we yari yemerewe kwinjira Ahera h'Ahera, kandi yategerezwa gutanga ibimazi abitangiye ivyaha vyiwe bwite maze akabona gutanga ibimazi vy'ivyaha vy'anbandi bantu yari aserukiye, igihugu (**Lew 16:1-28**). Muri Yerusalemu Nsha, abantu b'Imana bose batagira icaha ni ho bazoba bari, bashagaje, kandi bazokorera Umwami baganze ibihe bidashira (**Ivyah 21:7-8, 27; 22:3-5**).
- Umuherezi mukuru yategerezwa kwinjira Ahera h'Ahera rimwe gusa mu mwaka, ku Musi wo Guhongera (**Lew 16:29-31**). Muri Yerusalemu Nsha, ntituzoba dushobora gushikira Imana gusa, ahubwo tuzokwama turi imbere yayo ibihe vyose (**Ivyah 21:3-4, 22-23; 22:3-5**).
- Ku Musi wo Guhongera umuherezi mukuru yategerezwa gutanga imibavu yagira igicu c'umuzitanya hejuru y'intebe y'imbabazi kugira ngo ntashobore kubona ubwiza bw'Imana canke na ho abirenzeko agapfirayo (**Lew 16:13**; raba **Kuv 33:20**). Muri Yerusalemu Nsha, abantu b'Imana bose bazobona mu "nyonga hayo" (**Ivyah 22:4**).

**M. *22:6-21: Amajambo yo guherezako***[80]

Amajambo ya nyuma yo guherezako muri ico gitabu ameze nk'ayasigaye yose muri ico gitabu co kimwe n'ubwo buhanuzi bwose muri rusangi. Abavugishwa n'Imana bavuga imburi z'ibihano n'imburi z'agakiza mu kuburira abantu no kubahanurira guhindura izira n'ingendo zabo hamwe no kuguma ari abizigirwa ku Mana. Ivyahishuwe vyanditswe kugira ngo bihe inkuru ishengero, birihanure, biremeshe amashengero. Beale avuga ibi: "Iyi mirongo ya nyuma ifatira ku ntangamarara 1:1-3: aho hose habona ko ico gitabu ari uguherahezwa n'ugushitswa kw'ivyo Imana yagabiye (hakoreshejwe amajambo amwe n'ayakoreshejwe muri Dan. 2:28-29, 45); hose hashingiye kuri Yohana nk''icabona' c' Ivyahishuwe yahawe, yeretswe; kandi vyose bivuga ku Ivyahishuwe nk' 'ukuvugishwa n'Imana, Ubuhanuzi' bashikirijwe 'abumva.' . . . Iyi ndunduro canke uyu mwanzuro werekana yuko intumbero y'ico gitabu cose ari uguhamagarira abantu b'Imana kwumvira kugira ngo bashobore guhabwa impera y'agakiza. . . . Izo mpanuro zigaruka, zasubiwemwo zihamagarira abantu ukwera ni co kintu nyamukuru muri ukwo gusozera, kubera yuko hariho ugutangarira ukugaruka kwa Kristo. Imirongo itari musi ya munani yo mu mirongo cumi n'itanu ya nyuma yerekana intumbero y'igitabu yo guhamagarira abantu kwumvira biciye mu mpanuro yo kwumvira, mu masezerano yasezeranywe, mu migisha yasezeranywe ku babaho mu kwera hamwe no mu mburi z'ukuzocirwa kw'iteka ku babaho uko bigombeye, ku babaho mu buryo butera." (Beale 1999: 150)

---

Nkuko Gundry yabivuze ku bijanye n'abantu "binjiye" mu murwa, iyi ni "imvugo yerekana ahantu, yamara insiguro ntiyerekana ahantu." Ni co gituma, "ari ukwihenda, ari amakosa kuvuga yuko ico gisagara kingana na 144,000,000 hangana impande zose upimye ukoresheje umugozi uhera ku kuboko ugashika ku nkokora isi yamara atari isi yose canke abantu bangana 144,000 b'Abisirayeli batari mu bagize ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura." (Gundry 1987: 264) Intumbero ya Yohana ahanini ntiyashaka kuvuga ku vyerekeranye n' "ahantu, ikibanza." Ahubwo, "ariko aravuga ku bantu bashizwe ahantu h'amahoro n'umutekano badashobora gukomwakomwa ibihe bidashira" (Ico gitabu nyene: 260).

[80] Nubwo abagize ico babivugako benshi biyumvira yuko mu **Ivyah 22:6** umumarayika yeretse Yohana Yerusalemu Nsha ari we ariko aravuga, kuri **22:7** umuvugizi nta nkeka we ni Kristo Ubwiwe. Ivyo birwiza akaryo ko kwerekana ko Kristo ariko aravuga kuri **22:6** kandi no ku ruhande runini rwo mu **gice ca 22** (raba Schüssler Fiorenza 1991: 114).

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

## VIII. Ivyahishuriwe Yohana bibohera hamwe Bibiliya yose kandi bigaheraheza Bibiliya yose

### A. *Irema risha ryo mu Ivyahishuwe rifitaniye isano n'irema rya mbere ryo mw'Itanguriro*

Ibice bibiri vya nyuma vy' Ivyahishuwe nta nkeka ko bifitaniye ishusho, rimwe na rimwe hakabaho itandukaniro, n'ibice bitatu vya mbere vyo mw'Itanguriro muri ubu buryo bukurikira:

| *Itanguriro* | *Ivyahishuwe* |
|---|---|
| *"Ubwa mbere na mbere Imana yaremye ijuru n'isi"* (Ita **1:1**) | *"Mbona ijuru risha n'isi nsha"* (**Ivyah 21:1**) |
| *"Umwiza imana iwita ijoro"* (**Ita 1:5**) | *"Nta joro ribayo"* (**Ivyah 21:25; 22:5**) |
| *"Ikoraniro ry'amazi na ryo iryita ibiyaga"* (**Ita 1:10**) | *"Ikiyaga nticari kikiriho"* (**Ivyah 21:1**) |
| *"Mw'itazanure ry'ijuru ni habeho ivyaka vyo gutandukanya umurango n'ijoro kandi bibe ivyaka vyo mw'itazanure ry'ijuru vyo kwakira isi"* (**Ita 1:14-15**) | *"kandi wa murwa nturinda kwakirwa n'izuba canke n'ukwezi"* (**Ivyah 21:23; 22:5**) |
| *"Kuk'umusi wakiriyeko uzopfa nta kabuza"* (**Ita 2:17**) | *"Kandi urupfu ntiruzoba rukiriho"* (**Ivyah 21:4**) |
| *"Uwo muntu n'umugore wiwe binyegeza mu biti vyo muri iryo tongo ng'uhoraho Imana ntababone"* (**Ita 3:8**) | *"Imana ubwayo izogerera muri bo . . . bazoraba mu nyonga hayo"* (**Ivyah 21:3; 22:4**) |
| *"Nzorwiza rwose umubabaro wawe ufise inda ; uzokwama uvyara abana ubabara"* (**Ita 3:16**) | *"Kandi amaborogo n'ugutaka ntibizoba bikiriho"* (**Ivyah 21:4**) |
| *"Uzaniye ivu umuvumo"* (**Ita 3:17**) | *"Nta muvumo uzoba ukiriho"* (**Ivyah 22:3**) |

"Mw'Itanguriro Imanayaremye ijuru n'isi; mu Ivyahishuwe dusoma ijuru risha n'isi nsha (21:1). Mw'itanguriro ibibonesha birahamagarwa bikaza, bikababaho; mu Ivyahishuwe ubwiza bw'Umwami nib wo bumurikira uwo murwa [**21:23; 22:5**]. Mw'Itanguriro dusoma ububasha bw'ubugunge bwa Satani; mu Ivyahishuwe Satani, Umwansi arabohwa maze atererwa mu kiyaga caka umuriro (20:10). Mw'Itanguriro dusoma ku gutakaza paradiso; mu Ivyahishuwe dusoma ku kugarukanwa kwa paradio. Itanguriro ridonda ukuvavanura, ugutandukana n'ukwahukana kw'Imana n'abantu igihe Adamu na Eva bahunga Imana; mu Ivyahishuwe dusoma ko abacunguwe banezerererwa imigenderanire myiza n'ubukwe bw'Umwagazi [**19:7-9; 21:2-4; 22:4**]. Mw'Itanguriro ivyaremwe bitera umutekano muke kandi bikababaza abantu; mu Ivyahishuwe, ivyaremwe ni vyo bibeshaho abantu kandi bikabahumuriza [**22:1-2**]. Mw'Itanguriro, igiti c'ubugingo kirarindwa n'umumarayika kugira ngo ntihagire uwuhirahira kucegera ngo akiryeko; mu Ivyahishuwe umuntu aronka uburenganzira bwo kurya kuri ico giti c'ubugingo (22:14). Iri sano rigaragara riri hagati y'igitabu ca mbere n'igitabu ca nyuma vyo muri Bibiliya rigaragaza ugushitswa kw'ubuhanuzi bwa mbere buvugwa kuri Mesiya (Itanguriro 3:15) n'ubwizigirwa bw'Imana kw'isezerano ryayo (Ivyah. 21:3)." (Hamstra 1998: 123)

### B. *Irema risha ryo mu Ivyahishuwe rirengeye irema rya mbere ryo mw'Itanguriro*

Douglas Moo aheraheza guca ku masonga y'ico gitabu c' Ivyahishuwe mu kuvuga ku vyiza bizokwinjirwamwo imbere y'irema, ingene ivyo vyiza vyabaye muri kahise, n'ukugene Imana yazanye ivyaremwe mu bwiza burengeye irema ry'ubwa mbere: "Ko ata kiyaga cari kikiriho canke ijoro mw'ijuru risha n'isi nsha [**21:1, 25**] vyerekana ko bafatiye kw'irema rya mbere kubera yuko aho hose ivyo bintu vyagunzwe, biragabanganywa canke bigabanirizwa ububasha. . . . Ni nk'aho irema rya mbere, nubwo ryari ryiza ubwaryo, ryari rifise inzira zibiri rishobora kubandanirizamwo: hamwe kiremwa muntu yokora ivyo ategerezwa gukora maze akabana amahoro n'Imana hamwe n'ibindi vyose vyaremwe, ububasha bw'ibibi biboneka vyo mw'isi hamwe n'urusobangane, urudavagi bihagarariwe cane cane n'ikiyaga hamwe n'umwiza vyoshobora gutsindwa burundu maze umuntu akaba hejuru yavyo kandi akanezerererwa ibiba—nk'uko n'Imana yabanezerererwa, mbere bakanesha na Lewiyatani [raba **Yobu 41:17; Zab 74:14; 104:24-26**]. Yamara nimba isezerano hagati Y'Imana n'ivyaremwe vyayo ryararenzweko maze abantu bakifatanya ubwabo n'inzoka hamwe n'ubwami bwayo, ububasha bw'ubujagari buzorekurwa kandi ikiyaga kizotera ubwoba, ubugerero bw'umwamsi n'ibibi vyose kandi kibe n'igikoresho c'uguca amateka. Ivyanditswe bishobora kuba ahanini ivyegeranirijwe hamwe vy'abantu bahsemwo iyo nzira ya nyuma yamara ivyo Yohana yari atumbereye kwari ukwemeza no kuremesha amashengero ko atigeze ahebwa canke ngo atereranwe, arekerwe mw'isi y'amarira n'imibabaro n'amarushwa. Ahubwo, intsinzi y' 'Umwagazi wari wishwe' bisigura ubwizigirwa bw'Umuremyi ku vyo yaremye—hagaruka ku munywamazi ukikuje intebe y'inganji [**4:3**], ikimenyetso c'isezerano Imana yahaye Nowa—kigaruka ubwa nyuma kikazoheraherezwa mu guhindura isi n'ibiyikikuje hamwe n'ikirere, nk'ikintu aho isi igarukanwa aho itazosubira guterwa ubwoba n'ikintu na kimwe ico ari co cose kwaba ukugarariza canek icaha co muri kazoza." (Moo 2009: 166-67)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

## IX. Ingaruka z'igitabu c' Ivyahishuriwe Yohana

Amahangiro y' igitabu c' Ivyahishuwe, mu yandi majambo, gusigurira ishengero ingene Imana iriko irakora mw'isi, ingene Imana ihamagarira abantu kubandanya kwihanganira amarushwa aterwa n'ububasha bw'umwansi hamwe no guhumuriza n'ukuremesha Abakristo mu kubabarira ko Yesu yanesheje kandi ivyo n'uyu musi ni ko bikiri nk'uko vyari mu kinjana ca mbere. Akarorero k'ivyo kagaragariye mu bugingo bw'Umukristo yishwe yitwa Dietrich Bonhoeffer. Igihe yari apfunzwe n'Abanazi mu ntambara ya kabiri y'isi yose, Bonhoeffer yanditse avuga yuko ibitabu bigize Zaburi n' Ivyahishuwe vyabaye "mu buryo atari yiteze ibitabu vyamufashije cane mu ngorane yarimwo" (Bonhoeffer 1997: 128). Mu buryo bunyuranye n'ubwo, yavuze yuko abo bari bapfunganye na we batari Abakristo bo baciye baja mu bitagira ikimazi no mu kwihebura kudasanzwe canke mu kwemera ivyabaye ko ata kundi kugira ngo bagerageze kwirengagiza akaga, ukurengerwa kwo bu buzima bw'umunyororo hamwe n'ubwoba batewe n'ibibombe vyakororwa n'indege hamwe n'ivyaraswa n'ibikoho vya rutura (Ico gitabu nyene: 231, 310-11).

Icongeweko, igitabu c'Ivyahishuwe "gitanga uburyo butandukanye bwo kubona isi bigatuma abantu birinda kandi bakarwanya ingaruka z'ibinyuranye n'ivyo ijambo ry'Imana ryigisha" (Bauckham 1993b: 159). Uku kubona isi mu buryo bunyuranye n'uko abandi bayibona gushingiye cane ku Mana—kanatsinda, gushingiye ku kugene Kristo na we ayibona. "Mu mpera, ni imbono y'ukuri itagira agasembwa y'Imana ishobora guhangana, no kurwanya kamere k'umuntu k'ugusenga ibishushanyo n'ibigirwamana hamwe no kuvuga yuko imana zose ari zimwe, zingana nk'ukw ab'isi babivuga. Gusenga Imana nyakuri ni ububasha bwo kwirinda no kurwanya icitwa imana cose iyo kiza kizananye hose haba mu buryo bw'igisirikare canke mu buryo bwa politike (igikoko) hamwe n'iterambere mu buryo bw'ubutunzi (Babuloni )." (Ico gitabu nyene: 160) nk'uko twabibonye igihe twariko turahanahana ivyiyumviro ku bijanye na Babuloni hahambaye, Yohana yariko arahangana n'abasoma ivyo yanditse kugira ngo basuzume barabe ibitagenda neza mu bibano barimwo, babamwo. Nk'uko Richard Bauckham abivuga, "Ikibano ico ari co cose gikora nk'ibivugwa kuri Babuloni gitegerezwa kwikorera uwo mutwaro. Ikibano ico ari co cose canke igihugu ico ari co cose gishira hejuru ubutunzi bwaco yamara abenegihugu bari mu bukene butagira izina baca barwa mu gucirwakw iteka kwa babuloni, nta ho banyuraniye na Babuloni." (Bauckham 1993b: 156; raba kandi Schnabel 2011: 211-12)

Ivyiyumviro nk'ivyo bitanga urufatiro rwo kurwanya agacinyizo n'akarenganyo no gufata abantu nk'ibikoko. Nk'uko Theodore Stylianopoulos abivuga, "Ivyahishuwe ni igitabu gihamagarira abantu kugororoka, gihamagarira abantu kwinjira mu bwami, ni isengesho risaba ko Imana yohishura ubugombe bwayo n'inganji yayo kw'isi nk'uko biba mw'ijuru" (Stylianopoulos 2009: 28). Mu kugira ico ashikirije ku muromgo w'**Ivyah 18:24**, Bauckham avuga ati "Ukugira urunani kuvugwa hagati y'abishwe b'Abakristo hamwe n'abandi bose b'inzirakarengane baba muri Roma. Nimba Yohana ahanura amashengero yiwe kwitandukanya na politike hamwe n'ubutunzi bwa Roma, eka mbere n'ukugene ibintu vyubatswe, ibi si ukubasaba kwigunga no kwikura mu bandi no kwiyugumbire ngo babone ingorane zabo gusa, barindire ibizobashikako. Ahubwo, kubera igikorwa cabo co kuburira abantu mu buryo bwo gushingira intahe Imana kw'isi, abo bakurikira Umwagazi, na wo nyene ukaba wabaye inzirakarengane yarenganijwe na Roma, ntibashobora kwifatanya n'abicanyi, yamara bategerezwa gushinga intahe Imana bagatsindisha abo bicanyi." (Bauckham 1989: 101)

Inyishu kenshi zakomotse ku bacinyizwa n'abatagira shinge na rugero, ba ntaho nikora. Kenshi na kenshi nib o babona ivyo abatunzi n'abategetsi batabona: ko imico kama rusangi mu gihugu ico ari co cose ifise imbuto muri yo kandi ifise ibimenyetso vya Babuloni hahambaye. Elisabeth Schüssler Fiorenza avuga ati, "abakristo bacinyijwe, bakarenganywa basomye Ivyahishuwe bafatiye ku vyariko biraba nk'ibikorwa muri politile no mw'idini bivuga ku vyo barimwo na bo nyene ubwabo. Inyigisho menyeshamana z'Ukwikukira kwo muri Amerika y'epfo canke Afirika Y'Epfo ziranezererwa ivyo Yohana yeretswe mu Ivyahishuwe ku bijanye n'ivya politile kubera ukugene batwazwa ituntu kandi bakanezererwa uguca imanza zibereye kw'Imana mu vyo Yohana yeretswe." (Ico gitabu nyene: 7) Akarorero k'ivyo ni umugumuko watangujwe na John Chilembwe mu kwezi kwa Nzero 1915 i Nyasaland (muri Malawi) arwanya intwaro y'igikoroni y'Abongereza bariko bararenganya ico gihugu n'ukwiba ubutunzi bw'ico gihugu. Chilembwe ubwiwe yari umupasitori wo mw'Ishengero ry'Ababatiste. Philip Jenkins yandika avuga ati, "Nta nkeka ko ivyo yakora yabivoma mu vyiyumviro vy'Ivyahishuwe akoresheje ishengero yarimwo ry'Ababatiste" (Jenkins 2015: 45).[81] Schüssler Fiorenza atanga ubundi burorero simusiga butatu bwerekeranye n'ivyo hamwe n'igishingantahe yavomye mu bihe vy'iherezo bivugwa mu Ivyahishuwe: "Muri ico Cete candikiwe mw'ibohero ry'i Birmingham Jail, Martin Luther King, Jr., avuga ururimi, imvugo n'ibigereranyo bikoreshwa mu gitabu c'Ivyahishuwe igihe yariko araha

[81] Umugumuko waraburijwemwo yamara "wasizeho ikintu kanaka bashitseko c'ukurwanira igihugu no kwiyumvamwo ko ari Abanyafirika. Chilembwe uyu musi ni umuntu akomeye, imboneza yiguze igihugu ca Malawi. Ku manoti, amafaranga yo muri Malawi hariko ishusho yiwe, kandi italiki 15 nzero igihugu cose gihimbaza umusi wahariwe Yohana Chilembwe." (Jenkins 2015: 45)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

insiguro ivyo yariko aracamwo hamwe n'ivyizigiro mu ngorane yariko aracamwo arwanira gateka ka zina muntu k'Abanyafirika bafise ubwenegihugu bw'Abanyamerika. Ivyo Allan Boesak avuga birahumuriza kandi bigahakana ivyariko biraba mu Ivyahishuwe igihe bariko bararwanya apartheid muri Afirika y'Epfo; na Daniel Berrigan na we yanditse ivyiyumviro vyiwe ku Ivyahishuwe, indoto mbi ku Mana, igihe yari apfungiwe ibikorwa yakoze ariko ararwanya intambara ikoresha ivyica ikintu cose gihumeka." (Schüssler Fiorenza 1991: 11)

Muri ubwo buryo nyene, Ivyahishuwe biduha urufatiro rwo gutora amahinyu no kuvuga ibitagenda neza mw'ishengero ubwaryo, kuko kenshi muri kahise ryabonetse kandi ryagaragaye ko "ryahevye, ryaretse urukundo rwaryo rwa mbere" maze rikifatanya na reta, rikifatanya n'umuco wariho ico gihe no gucudika n'isi.[82] Muri ubwo buryo, muri izo nzira, igitabu c'Ivyahishuwe kidushira imbere y'ibibazo nyamukuru vyagiye biragaruka muri ico gitabu cose: Mbega ubwa mbere dushira nde imbere, twizera nde kurusha abanda kandi umwami wanje w'ukuri ni nde? Ukugene twifata ku muco cacu bwite no ku vyiyumviro vy'isi hamwe n'ingaruka bidufiseko bigaragaza inyishu duha ivyo bibazo.

Ubwa nyuma, twarabonye ibibazo nyamukuru vyabajijwe mu Ivyahishuwe vyagumye bigaruka kenshi: mbega ivyo nshira imbere y'ibindi vyose ni ibiki? Nizera nde kurusha abanda? Nkorera nde kurusha abanda bose? Uwundutira abanda bose ni nde kandi ni nde ajejwe guhindura ivyiyumviro vyanje kandi ntegerezwa kwishimira nde ? Ingeso zanje n'inyifato yanje bitegerezwa gufatira ku ki kandi bitegerezwa kuja mu murongo uwuhe? Abantu bashobora kwiyishura ivyo bibazo vyose ubwabo, yamara bategerezwa kumenya yuko ivyo bariko baracamwo mu bijanye n'ubutunzi, n'imibano bituma bibaza ivyo bibazo. Ivyo si ukuvuga yuko abarwanya igihugu bonyene, abo ivyabo bitera imbere, abatunzi n'abafise ububasha baba bari mu kuri. Hariho ibintu vyinshi bibi vyabaye mu buryo bwo kurwanya abatera imbere, abatunzi, abanyabubasha, hamwe n'abishikira—nk'ababonye akarorero ugutembagaza intwaro ya cami y'Abafaransa canke ihindura ry'imirisho mu Bufaransa, genocide mu Rwanda hamwe n'ivyabaye mu ntwaro z'abacommuniste. Ibibazo ni ukugaragaza Umwami umuntu akorera uwo ari we: Yesu, canke uwundi muntu canke ikindi kintu. Ivyo ni vyo bibazo ico gitabu c'Ivyahishuwe giserura. Bishika ku mutima no ku gatimatima k'ibitugize mu bugingo bwacu, canke na ho abo turi bo. Hamwe twobona Kristo uwo ari we maze tugatahura muri iki gitabu ingene Imana biciye muri Kristo Yesu iriko irakora mw'isi, tuzoca dushobora kwihanganira amarushwa n'ububasha bw'umwiza, tugahumurizwa kandi tugategwa intege n'uko Kristo ari intsinzi. Ni co gituma ico gitabu c' Ivyahishuwe ari ngirakamaro cane.

## AHO TWAVYABUYE


Alexander, T. Desmond. 2008. *From Eden to the New Jerusalem.* Nottingham, England: Inter-Varsity.

Allison, Dale. 1985. *The End of the Ages Has Come: An Early Interpretation of the Passion and Resurrection of Jesus.* Philadelphia: Fortress.

Augustine. 1950 (reprint). *The City of God.* Translated by Marcus Dods. New York: Random House. Online: http://www.ccel.org/ccel/schaff/npnf102.toc.html.

Aune, David. 1983. *Prophecy in Early Christianity and the Ancient Mediterranean World.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

_______. 1997. *Revelation 1-5* (WBC 52A). Dallas: Word.

Azurdia, Arturo. Not dated. *Sermon Series on the Book of Revelation.* Audio mp3. Online: http://www.monergism.com/thethreshold/articles/onsite/azurdia_Revelation.html.

Bauckham, Richard. 1989. *The Bible in Politics: How to Read the Bible Politically.* London: SPCK.

_______. 1991. "The Economic Critique of Rome in Revelation 18." In *Images of Empire* (JSOTSup 122), edited by Loveday Alexander, 47-90. Sheffield, England: Sheffield Academic Press.


[82] Schüssler Fiorenza avuga ati, "Aho Abakristo benshi kenshi na kenshi birengagije canke bagafata ibisanzwe imvugo y'Ivyahishuwe ko ari imvugo ya politike n'ivyerekeranye n'idini hamwe n'ivyo Yohana yeretswe mu kwerekana Ubwami bw'Abami bw'Imana bakabugerereranya n'Ishengero canke bakabugerereranya n'agakiza k'imbere mu mutima, abakristo bizera ubuhanuzi, ubuvugishw bw'ivya Mesiya baremeje kenshi ivyo Yohana yeretswe vy'agakiza nk'iyerekwa ry'ukumererwa neza n'ukwikurako agacinyizo, bakikukira. Babisomye nk'aho bivuga ko ari isezerano ry'ukwikukira, ry'ukwikura mu gacinyizo no gutwaza ituntu bakikura mu gacinyizo gacinyiza ivyerekeranye na Ekleziya hamwe no kwikura musi y'agacinyizo k'amahanga yabagenderako, bafise ububasha mw'isi." (Schüssler Fiorenza 1991: 128)

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

_______. 1993a. *The Climax of Prophecy: Studies on the Book of Revelation.* Edinburgh: T&T Clark.

_______. 1993b. *The Theology of the Book of Revelation.* Cambridge, England: Cambridge University Press.

Bahnsen, Greg. 2015. *Victory in Jesus,* 2nd ed. Nacogdoches, TX: Covenant Media Press.

Bandstra, Andrew. 1992. "'Kingship and Priests': Inaugurated Eschatology in the Apocalypse," *Calvin Theological Journal* 27: 10-25.

Beale, G. K. 1999. *The Book of Revelation* (NIGTC). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

_______. 2006. "The Purpose of Symbolism in the Book of Revelation." *Calvin Theological Journal* 41: 53-66. Online: http://www.calvin.edu/library/database/crcpi/fulltext/ctj/CTJ06Ap/124804.pdf.

_______. 2008. *Sermon Series on the Book of Revelation.* Audio mp3. Online: http://resources.thegospelcoalition.org/library?f%5Bbook%5D%5B%5D=Ivyahishuwe&f%5Bcontributors%5D%5B%5D=Beale%2C+G.K.&page=2&sort=contributors.

Beale, G. K., and Sean McDonough. 2007. "Revelation." In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* edited by G. K. Beale and D. A. Carson, 1081-1161. Grand Rapids, MI: Baker Academic.

Beasley-Murray, G. R. 1974. *The Book of Revelation* (NCBC). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Bell, William Everett, Jr. 1967. "A Critical Evaluation of the Pretribulation Rapture Doctrine in Christian Eschatology." Ph.D. diss., New York University.

Bonhoeffer, Dietrich. 1997. *Letters and Papers from Prison,* enlarged ed. New York: Touchstone.

Boxall, Ian. 2009. *The Revelation of St. John* (BNTC). Grand Rapids: Baker Academic.

Bruce, F. F. 1938. "The Earliest Latin Commentary on the Apocalypse." *Evangelical Quarterly* 10: 352-66. Online: https://biblicalstudies.org.uk/pdf/eq/1938-4_352.pdf.

Caird, G. B. 1966. *A Commentary on the Revelation of St. John the Divine* (HNTC). New York: Harper & Row.

Carson, D. A. 1994-2010. *Sermons and Lectures on the Book of Revelation.* Audio mp3. Online: http://resources.thegospelcoalition.org/library?f%5Bbook%5D%5B%5D=Ivyahishuwe&f%5Bcontributors%5D%5B%5D=Carson%2C+D.+A.&sort=contributors.

_______. 2009. *Preaching Apocalyptic.* Audio mp3. Online: http://resources.thegospelcoalition.org/library?utf8=%E2%9C%93&query=carson+preaching+apocalyptic.

_______. 2011. "This Present Evil Age." In *These Last Days: A Christian View of History,* edited by Richard Phillips and Gabriel Fluhrer, 17-37. Phillipsburg, NJ: P&R. Online: http://s3.amazonaws.com/tgc-documents/carson/2011_present_evil_age.pdf.

Chilton, David. 1985. *Paradise Restored.* Tyler, TX: Dominion. Online: http://www.garynorth.com/freebooks/docs/pdf/paradise_restored.pdf.

_______. 1987. *Days of Vengeance: An Exposition of the Book of Revelation.* Ft. Worth, TX: Dominion. Online: http://www.garynorth.com/freebooks/docs/pdf/days_of_vengeance.pdf.

Danker, Frederick, ed. 2000. *A Greek-English Lexicon of the New Testament and Other Early Christian Literature*. Chicago: The University of Chicago Press.

DeMar, Gary. 1999. *Last Days Madness,* 4th ed. Powder Springs, GA: American Vision. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0915815354.

Deutsch, Celia. 1987. "Transformation of Symbols: The New Jerusalem in Rv 21:1-22:5." *Zeitschrift fur Die Neutestamentliche Wissenschaft* 78: 106-26.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Elwell, Walter. 1989. "Revelation." In *Evangelical Commentary on the Bible,* edited by Walter Elwell, 1195-1229. Grand Rapids, MI: Baker.

Fesko, John . 2010. *Lecture Series on the Book of Revelation.* Audio mp3. Online: http://www.genevaopc.org/audio/fesko-lectures/72-Ivyahishuwe-lecture-series.html.

Ford, Desmond. 1979. *The Abomination of Desolation in Biblical Eschatology.* Washington, DC: University Press of America.

Gentry, Kenneth. 1989. *Before Jerusalem Fell: Dating the Book of Ivyahishuwe.* Powder Springs, GA: American Vision. Online: http://www.garynorth.com/freebooks/docs/pdf/before_jerusalem_fell.pdf.

________. 1990. *The Greatness of the Great Commission.* Tyler, TX: Institute for Christian Economics. Online: http://www.garynorth.com/freebooks/docs/pdf/the_great_commission.pdf.

________. 1998. "A Preterist View of Revelation." In *Four Views on the Book of Ivyahishuwe,* 37-92. Grand Rapids, MI: Zodervan. PIvyahiew online: https://books.google.com/books?isbn=0310872391.

Goldsworthy, Graeme. 1991. *According to Plan: The Unfolding Revelation of God in the Bible.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Green, Joel. 1984. *How to Read Prophecy.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Gourgues, Michel. 1985. "The Thousand-Year Reign (Rev 20:1-6): Terrestrial or Celestial? *Catholic Biblical Quarterly* 47: 676-81.

Grenz, Stanley. 1992. *The Millennial Maze.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Gundry, Robert. 1987. "The New Jerusalem: People as Place, Not Place for People." *Novum Testamentum* 29: 254-64.

Hamstra, Sam. 1998. "An Idealist View of Revelation." In *Four Views on the Book of Revelation,* 95-131. Grand Rapids, MI: Zodervan. Online: https://books.google.com/books?isbn=0310872391.

Harvey, Paul. 1998. "'Yankee Faith' and Southern Redemption: White Southern Baptist Ministers, 1850-1890." In *Religion and the American Civil War*, edited by Randall Miller et al., 167-86. New York: Oxford University Press.

Heil, Yohana . 1993. "The Fifth Seal (Ivyah 6.9-11) as a Key to the Book of Revelation." *Biblica* 74: 220-43.

Hendriksen, William. 1982 (reprint). *More Than Conquerors.* Grand Rapids, MI: Baker.

Hoekema, Anthony. 1977. "Amillennialism." In *The Meaning of the Millennium: Four Views,* edited by Robert Clouse, 155-87. Downers Grove, IL: InterVarsity.

________. 1979. *The Bible and the Future.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Hooker, Morna. 1967. *The Son of Man in Mark.* Montreal: McGill University Press.

Hughes, Philip Edgcumbe. 1977. "The First Resurrection: Another Interpretation." *Westminster Theological Journal* 39: 315-18. Online: http://www.rts.edu/Site/Staff/rkidd/CourseMaterials/Documents/Hebrew/Articles/23_Hughes_First_Res_Another_Interp.pdf.

Irenaeus. 1885. *Against Heresies*. In *The Ante-Nicene Fathers*, vol. 1, edited by Alexander Roberts and James Donaldson, Ivyahised by A. Cleveland Coxe, 315-567. New York: Christian Literature Publishing Company. Reprint, Peabody, MA: Hendrickson, 1994. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/schaff/anf01.ix.i.html.

Ironside, Harry. 1943. *The Great Parenthesis*. Grand Rapids: Zondervan. Online: http://bartimaeus.us/pub_dom/the_great_parenthesis.html.

Jackson, Wayne. 2001. "Examining Premillennialism." No pages. Online: http://www.christiancourier.com/articles/322-examining-premillennialism.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Jenkins, Philip. 2015. "Chilembwe's rising." *Christian Century* (February 18): 45.

Johnson, Alan. 1981. "Revelation." In *The Expositor's Bible Commentary,* vol. 12, edited by Frank Gaebelein, 399-603. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Johnson, Dennis. 2001. *Triumph of the Lamb: A Commentary on Ivyahishuwe*. Phillipsburg, NJ: P&R.

Kiddle, Martin. 1940. *The Revelation of St. John* (MNTC). London: Harper and Bros.

Kik, J. Marcellus. 1971. *An Eschatology of Victory.* Phillipsburg, NJ: Presbyterian and Reformed.

Kistemaker, Simon. 2000. "The Temple in the Apocalypse." *Journal of the Evangelical Theological Society* 43: 433-41. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/43/43-3/43-3-pp433-441_JETS.pdf.

Kline, Meredith. 1975. "The First Resurrection." *Westminster Theological Journal* 37: 366-75. Online: http://www.meredithkline.com/klines-works/articles-and-essays/the-first-resurrection/.

_______. 1989. "Double Trouble." *Journal of the Evangelical Theological Society* 32: 171-79. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/32/32-2/32-2-pp171-179_JETS.pdf.

_______. 1996. "Har Magedon: The End of the Millenium." *Journal of the Evangelical Theological Society* 39: 207-22. Online: http://www.meredithkline.com/files/articles/39-2-pp207-222_JETS.pdf.

Korner, Ralph. 2000. "'And I Saw . . .' An Apocalyptic Literary Convention for Structural Identification in the Apocalypse." *Novum Testamentum* 42: 160-83.

Ladd, George Eldon. 1956. *The Blessed Hope.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

_______. 1972. *A Commentary on the Revelatin of John.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Levenson, Jon. 1988. *Creation and the Persistence of Evil.* San Francisco: Harper & Row.

Lewis, Arthur. 1980. *The Dark Side of the Millennium: The Problem of Evil in Rev. 20:1-10.* Grand Rapids, MI: Baker.

Lindsey, Hal. 1970. *The Late Great Planet Earth.* Grand Rapids, MI: Zondervan.

Longman III, Tremper, and Daniel Reid. 1995. *God is a Warrior.* Grand Rapids, MI: Zondervan.

MacDonald, William. 1995. *Believer's Bible Commentary*, edited by Art Farstad. Nashville, TN: Thomas Nelson.

Mathison, Keith. 1999. *Postmillennialism: An Eschatology of Hope*. Phillipsburg, NJ: P&R.

McDurmon, Joel. 2011. *Jesus v. Jerusalem.* Powder Springs, GA: American Vision.

Mealy, J. Webb. 1992. *After the Thousand Years: Resurrection and Judgment in Revelation 20.* Sheffield, England: Sheffield Academic Press.

Menn, Jonathan. 2016. *Biblical Theology*. Online: http://www.eclea.net/courses.html#theology.

_______. 2017. *Biblical Eschatology.* Online: http://www.eclea.net/courses.html#eschatology.

_______. Not dated. *Sermon Series: Revelation*. Online: http://www.eclea.net/sermons.html#Ivyahishuwe.

Milligan, William. 1893. *Discussions on the Apocalypse.* London: Macmillan. PIvyahiew online: https://books.google.com/books?isbn=155635763X.

_______. 1896. *The Book of Revelation.* New York: Armstrong. Online: https://books.google.com/books?id=98DYAAAAMAAJ.

Minear, Paul. 1968. *I Saw a New Earth.* Washington, DC: Corpus.

Moo, Jonathan. 2009. "The Sea that is No More: Ivyah 21:1 and the Function of Sea Imagery in the Apocalypse of John ."

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

*Novum Testamentum* 51: 148-67.

Mounce, Robert. 1998. *The Book of Revelation* (NICNT), Rev. ed. Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Ngundu, Onesimus. 2006. "Revelation." In *Africa Bible Commentary,* edited by Tokunboh Adeyemo, 1543-79. Nairobi: WordAlive.

Nixon, R. E. "Matthew." 1970. In *The New Bible Commentary*, 3rd ed., edited by D. Guthrie et al., 813-50. Carmel, NY: Guideposts.

Noe, John. 2006. "An Exegetical Basis for a Preterist-Idealist Undersanding of the Book of Revelation." *Journal of the Evangelical Theological Society* 49: 767-96. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/49/49-4/JETS_49-4_767-796_Noe.pdf.

Ortlund, Raymond. 1996. *God's Unfaithful Wife: A Biblical Theology of Spiritual Adultery* (NSBT 2). Downers Grove, IL: InterVarsity.

Osborne, Grant. 2002. *Revelation* (BECNT). Grand Rapids, MI: Baker Academic.

Page, Sydney. 1980. "Ivyahishuwe 20 and Pauline Eschatology." *Journal of the Evangelical Theological Society* 23: 31-43. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/23/23-1/23-1-pp031-043_JETS.pdf.

Pate, C. Marvin. 1998. "A Progressive Dispensationalist View of Revelation." In *Four Views on the Book of Revelation,* 135-75. Grand Rapids, MI: Zodervan. Online: https://books.google.com/books?isbn=0310872391.

Pate, C. Marvin, and Calvin Haines. 1995. *Doomsday Delusions: What's Wrong with Predictions About the End of the World.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Pate, C. Marvin, Kenneth Gentry, Sam Hamstra, and Robert Thomas. 1998. *Four Views on the Book of Revelation.* Grand Rapids, MI: Zodervan. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0310872391.

Payne, J. Barton. 1980 (reprint). *Encyclopedia of Biblical Prophecy.* Grand Rapids, MI: Baker.

Pentecost, J. Dwight. 1958. *Things to Come: A Study in Biblical Eschatology.* Grand Rapids, MI: Zondervan.

Porter, Stanley. 1999. *Idioms of the Greek New Testament,* 2nd ed. Sheffield, England: Sheffield Academic Press.

Preston, Don. 2010. *Like Father, Like Son, On Clouds of Glory,* 2nd ed. Ardmore, OK: JaDon Management, Inc.

________. 2013. *AD 70: A Shadow of the "Real" End?* Ardmore, OK: JaDon Management, Inc.

Ramsay, William. 1875. "Triumphus." In *A Dictionary of Greek and Roman Antiquities,* edited by William Smith, 1163-67. London: John Murray. Online: http://penelope.uchicago.edu/Thayer/E/Roman/Texts/secondary/SMIGRA*/Triumphus.html.

Reader, W. 1982. "The Riddle of the Identification of the Polis in Rev. 11:1–13." In *Studia Evangelica*, vol. VII, edited by Elizabeth Livingstone, 407-14. Berlin: Akademie-Verlag.

Resseguie, James. 2009. *The Revelation of John : A Narrative Commentary.* Grand Rapids, MI: Baker Academic.

Riddlebarger, Kim. 2001-2002. *Sermon Series on the Book of Revelation.* Online: http://www.christreformed.org/kim-riddlebarger/#Ivyahishuwe (audio mp3); http://kimriddlebarger.squarespace.com/downloadable-sermons-on-the-bo/ (written transcripts).

Rist, Martin, and Lynn Harold Hough. 1957. "The Revelation of St. Yohana the Divine." In *The Interpreter's Bible,* vol. 12, edited by George Buttrick, 345-613. New York: Abingdon.

"Rome." 2012. Wikipedia. No pages. Online: http://en.wikipedia.org/wiki/Rome.

Rushdoony, R. J. 1970. *Thy Kingdom Come.* Vallecito, CA: Ross House.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Schaff, Philip. 1990. *The Creeds of Christendom, With a History and Critical Notes,* 6th ed. 3 volumes. Grand Rapids, MI: Baker. Online: http://www.ccel.org/ccel/schaff/creeds1.html.

Schlier, Heinrich. 1965. "Thlibō, Thlipsis." In *Theological Dictionary of the New Testament,* vol. 3, edited by Gerhard Kittel, 139-48. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Schnabel, Eckhard. 2011. *40 Questions About the End Times.* Grand Rapids: Kregel. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0825438969.

Schreiner, Thomas. 2003. *1, 2 Peter, Jude* (NAC 37). Nashville, TN: Broadman & Holman.

Schüssler Fiorenza, Elisabeth. 1980. "Apokalypsis and Propheteia: The Book of Ivyahishuwe in the Context of Early Christian Prophecy." In *L'Apocalypse Johannique et l'Apocalyptique dans le Nouveau Testament,* edited by J. Lambrecht, 105-28. Leuven: University Press.

———. 1991. *Revelation: Vision of a Just World* (PC). Minneapolis: Fortress, 1991.

Scofield, C. I., ed. 1967. *The New Scofield Reference Bible.* New York: Oxford.

Shea, William. 1985. "The Parallel Literary Structure of Revelation 12 and 20." *Andrews University Seminary Studies* 23: 37-54. Online: http://www.auss.info/auss_publication_file.php?pub_id=709&journal=1&type=pdf.

Shepherd, Norman. 1974. "The Resurrections of Revelation 20." *Westminster Theological Journal* 37: 34-43. Online: http://www.rts.edu/Site/Staff/rkidd/CourseMaterials/Documents/HebIvyah/Articles/19_Shepherd_Resurrections_of_Ivyah_20.pdf.

Silva, Moisés, ed. 2014. *New International Dictionary of New Testament Theology and Exegesis,* 2nd ed. 5 volumes. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Sittema, Yohana . 2013. *Meeting Jesus at the Feast: Israel's Festivals and the Gospel.* Grandville, MI: Reformed Fellowship.

Smalley, Stephen. 2005. *The Revelation to John* . Downers Grove, IL: InterVarsity.

Smith, Christopher. 1990. "The Portrayal of the Church as the New Israel in the Names and Order of the Tribes in Revelation 7.5-8." *Journal for the Study of the New Testament* 39: 111-18.

Smith, Chuck. 1980a. *The Tribulation and the Church.* Costa Mesa, CA: The Word for Today.

_______. 1980b. *What The World Is Coming To.* Costa Mesa, CA: The Word for Today.

Smith, Wilber. 1962. "Revelation." In *The Wycliffe Bible Commentary,* ed. Charles Pfeiffer and Everett Harrison, 1491-1525. Chicago: Moody.

Stefanovic, Ranko. 2002. "Finding Meaning in the Literary Patterns of Ivyahishuwe." *Journal of the Adventist Theological Society* 13: 27-43. Online: http://www.atsjats.org/publication_file.php?pub_id=60&journal=1&type=pdf.

Steinmann, Andrew. 1992. "The Tripartite Structure of the Sixth Seal, the Sixth Trumpet, and the Sixth Bowl of John's Apocalypse (Rev 6:12-7:17; 9:13-11:14; 16:12-16)." *Journal of the Evangelical Theological Society* 35: 69-79. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/35/35-1/JETS_35-1_069-079_Steinmann.pdf.

Stephens, Mark. 2011. *Annihilation or Renewal?* Tübingen, Germany: Mohr Siebeck.

Storms, Sam. 2013. *Kingdom Come: The Amillennial Alternative.* Tain, Scotland: Mentor.

Strand, Kenneth. 1981. "The Two Witnesses of Acts 11:3–12." *Andrews University Seminary Studies* 19: 127-35. Online: http://www.auss.info/auss_publication_file.php?pub_id=623&journal=1&type=pdf.

Stylianopoulos, Theodore. 2009. "'I Know Your Works': Grace and Judgment in the Apocalypse." In *Apocalyptic Thought in Early Christianity,* edited by Robert Daly, 17-32. Grand Rapids: Baker Academic.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Summers, Ray. 1960. "Revelation 20: An Interpretation." *Review and Expositor* 57: 176-83.

Thomas, Robert. 1967. "The Chronological Interpretation of Revelation 2-3." *Bibliotheca Sacra*: 321-31.

_______.  1992. *Revelation 1-7: An Exegetical Commentary.* Chicago: Moody.

_______. 1994. "An Analysis of the Seventh Bowl of the Apocalypse." *The Master's Seminary Journal* 5:73-95. Online: http://www.tms.edu/tmsj/tmsj5d.pdf.

_______. 1995. *Ivyahishuwe 8-22: An Exegetical Commentary.* Chicago: Moody.

_______. 1998. "A Classical Dispensationalist View of Revelation." In *Four Views on the Book of Revelation,* 179-229. Grand Rapids, MI: Zodervan. Online: https://books.google.com/books?isbn=0310872391.

Torrance, Thomas. 1959. *The Apocalypse Today.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Travis, Stephen. 1982. *I Believe in the Second Coming of Jesus.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Trench, Robert. 1989 (reprint). *Synonyms of the New Testament.* Grand Rapids, MI: Baker. Online (9th edition): https://books.google.com/books?id=WzdNAAAAMAAJ.

Ulfgard, Håkan. 1989. *Feast and Future: Revelation 7:9-17 and the Feast of Tabernacles*. Stockholm: Almqvist & Wiksell.

VanGemeren, Willem. 1990. *Interpreting the Prophetic Word.* Grand Rapids, MI: Zondervan.

Venema, Cornelis. 2000. *The Promise of the Future.* Carlisle, PA: Banner of Truth.

Victorinus of Pettau. 2012. *Commentary on the Apocalypse*. In *Ancient Christian Texts: Latin Commentaries on Revelation*, translated and edited by William Weinrich, 1-22. Downers Grove, IL: IVP Academic. Online (another edition): http://www.bombaxo.com/victapoc.html.

Vos, Geerhardus. 1979 (reprint). *The Pauline Eschatology.* Grand Rapids, MI: Baker.

Waldron, Samuel. 2000. "Preterism." In *Lecture Notes on Eschatology,* no pages. Online: http://www.vor.org/truth/rbst/escatology00.html.

Waltke, Bruce. 1988. "Kingdom Promises as Spiritual." In *Continuity and Discontinuity: Perspectives on the Relationship Between the Old and New Testaments,* edited by John  Feinberg, 263-87. Westchester, IL: Crossway.

Walvoord, John. 1966. *The Revelation of Jesus Christ.* Chicago: Moody.

White, R. Fowler. 1992. "Death and the First Resurrection in Revelation 20: A Response to Meredith G. Kline." Unpublished paper presented at the Eastern Regional meeting of the Evangelical Theological Society held in Lanham, Maryland on 3 April 1992. Theological Research Exchange Network No. ETS-0524 (www.tren.com).

_______. 1999. "On the Hermeneutics and Interpretation of Rev 20:1-3: A Preconsummationist Perspective." *Journal of the Evangelical Theological Society* 42: 53-68. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/42/42-1/42-1-pp053-068_JETS.pdf.

_______. 2000. "Agony, Irony, and Victory in Inaugurated Eschatology: Reflections on the Current Amillennial-Postmillennial Debate." *Westminster Theological Journal* 62: 161-76.

Witherington, Ben. 2003. *Revelation* (NCBC). Cambridge, England: Cambridge University Press. Preview online: https://books.google.com/books?isbn=0521000688.

Yarbro Collins, Adela. 1977. "The Political Perspective of Revelation to John ." *Journal of Biblical Literature* 96: 241-56.

_______. 1998. "The Book of Revelation." In *The Encyclopedia of Apocalypticism,* vol. 1, edited by Yohana  Collins, 384-414. New York: Continuum.

Yilpet, Yoilah. 2006. "Zechariah." In *Africa Bible Commentary*, edited by Tokunboh Adeyemo, 1077-92. Nairobi: WordAlive.

Copyright © by Jonathan Menn 2017. All rights reserved.

Zodhiates, Spiros. 1993. *The Complete Word Study Dictionary: New Testament,* Ivyah. ed. Chattanooga, TN: AMG.

**UMWANDITSI**



Jonathan Menn aba i Appleton, WI, muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika. Yaronse urupapuro rw'umutsindo mu vyirwa vya Politike muri kaminuza yo muri Wisconsin-Madison, aheza afise amanonta menshi cane, mu mwaka wa 1974, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Phi Beta Kappa honor society. Hanyuma aronka ico bita J.D. kiva mw'ishuri y'amategeko y'I Kornell Law School, magna cum laude, mu mwaka wa 1977, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Coif legal honor society. Yamaze imyaka 28 ari umushingwamaza, nk'uwuserukira wa Reta,muri Chicago hanyuma ashinga ishirahamwe ryitwa Menn Law Firm muri Appleton, WI. Inyuma yaho yaciye akizwa aba intumwa, umwigishwa wa Yesu Kristo mu mwaka wa 1982. Yumva yipfuza kumenya vyinshi mu vyerekeye ijambo ry'Imana kandi no kugira ico akoze mu gikorwa c'Imana vyamutumye aja kunonosora amashuri y'ivyerekeye ijambo ry'Imana aho yaronse urupapuro ry'umutsindo muri nyigisho ndoramana muri kaminuza yo muri Trinity Evangelical Divinity School muri Deerfield, IL. Yaronse urwo rupapuro rw'umutsindo muri TEDS, summa cum laude, muri Rusama mu mwaka wa 2007. Hagati y'imyaka ya 2007-2013 yari umuyobozi w'ishirahamwe ryitwa Gushoboza abapasitori mw'isi yose. Ubu na ho Now Jonathan ni umuyobozi wo gushoboza abapasitori mu muryango wo muri Afirika y'Ubuseruko (**www.eclea.net**). Ibikorwa vyiwe vyinshi yanditse bikoreshwa mu gushoboza abapasitori mushobora kubisanga kuri uru rubuga ngurukanabumenyi **www.eclea.net**. Jonathan ashobora kuboneka aha hakurikira kuwoshaka kuvugana na we: **jonathanmenn@yahoo.com**.